# TCCP

## Icigwa : Omega

# Igitabo Kiri mu ncamake
# Ibikoresho bishigikira
# Ikigo kimenyereza
# Abashinga Amashengero
# Vyatororokanijwe

## na

## Jerry c. Wofford. ph. D.

***Urunani rw'Abashize hamwe e³*** *Guha abantu b'ImanaIbikwiye ngo babwire ubutumwa Isi yaremye kandi Bakomeze Ishengero ryayo.*

## Ikoreshwa ry'Integuro z'umumenyereza.

Icigwa Omega gitanga inyigisho nziza cane mu kumenyereza abashinga amashengero no mu kubarongora mu gikorwa co gushinga Ishengero . Ku mpera y'Igitabo ca Gatatu, umunyeshure wese akwiye kuba yashinze ishengero biciye mugutahura inyigisho ziri mu cirwa no muègushira mungiro Integuro z'Ibikorwa zirangiza ivyirwa. Hakoreshejwe integuro z' Umumenyereza, ibitabo vy' icirwa Omega bikora co kimwe n'igitabo c'Umwigisha . Integuro z'Umumenyereza zigenewe guèshimikiira kuburyo bwo gufashanya no gukorera hamwe munyigisho ari navyo bikenewe cane kugirangi ishirwa mungiro ry'ibiri mu nyigisho rigire akamaro .Icigwa Omega gitegerezwa gushirwa mungiro. Igikenewe n'uko comera nki gikoresho co kumenyereza no kurongora abamenyerezwa ngo noneho bashinge amashengero mashasha , gutyo kigire akamaro ko gukoreshwa muntumbero yo gushitsa Itegeko rikuru rya Yesu kristo.

Ibiri mu cigwa c' Abamenyerezwa bikwiye gusa n'ibiri mu cigwa Omega uko bishoboka kwose. Izi nteguro z'umumenyerereza ziragaragaza ko abanyeshure bashinga amashengero batozoba bafise Icigwa Omega ngo baze barisomera Ibi bikunda gushika iyo abanyeshure basoma indimi kitahinduwemwo. Mu vy'ukuri abamenyereza bakwiye gusoma icigwa Omega kugirango bitegurire kumenyereza abandi (Izi nteguro z'umumenyereza zishobora gukoreshwa mu gufasha abamenyereza b'amashure arimwo abanyeshure bafise Icigwa Omega ubwabo). Amasomero akwiye kuba mato , ntarenze a banyeshure mirongo itatu . Ku mashure arimwo cumi canke barenga kenshi babashyira mu mirwi mitomito bagahanahana ivyiyumviro. Inyuma y'uguhanahana ivyiyumviro, musaba abagize umwe umwe muri ya mirwi mit-omito babwira abo bigana bimwe mu vyiyumviro bishitseko. Kuri bimwe mubibazo muri nteguro z'Umumenyereza, inyishu zaratanzwe.Asangwa abanyeshure bafise izi nteguro z'umumenyereza bakaba basoma inyishu zatanzwe kukibazo kanaka , mubasabe basobanure , basuzume, bongere bahane ivyiyumviro ku nyishu zatanzwe.

Abamenyereza bakwiye gutangura gutegura mugusoma Intumbero y'Icigwa, Ingingo nkurunkuru, Ingaruka zitezwe, hamwe nibisabwa Abamenyerezwa bi boneka ku ntango y'Icigwa ico arico cose mu Bitabo vy'Icirwa Omega.
Imisi yose mweme mutanga umwimenyerezo w' integuro y'igikorwa iboneka murizi nteguro z' umumenyereza .Asangwa abanyeshure badafise izi nteguro z'umumenyereza , musome Integuro y'Igikorwa ibihe vyinshi, kugira ngo mubone ko abanyeshure bose bashoboye kuyandika . Mwige ibitabo vy'Icigwa Omega mwitonze , imbere yo kwigisha icirwa ico arico cose .Murashobora kwipfuza giutanga imyimenyerezo myinshi z'integoro z'ibikorwa biboneka mu cigwa Omega ariko bitari muri kino gitabo .Umumenyereza yavyiteguriye neza , kino gitabo cokoreshwa ku bamen yerezwa badashoboye gusoma ururimi iki gitabo cahinduwemwo canke batazi gusoma.Muri ico gihe, Ivyanditswevyera hamwe n'ibibazo , bitegerezwa gusomwa mw'ijwi ryumvikana.

Ishimikiro rya bino vyigwa ni uguhanahana ivyiyumviro mu kwiga Bibiliya. Ibiri muri izi nteguroz'umwigisha bikwijwe n'urukiramende vyatanzwe nk'indongozi z'umumenyereza. Bishobotse musabe abanyeshure batandukanye basome imirongo y'Ivyanditswe mu mabibiliya yabo . Mbere n 'aho ata kibazo kizoba catanzwe, musaba abanyeshure guhanahana ivyiyumviro kuri iyo mirongo, igihe abonetse umwanya . Abanyeshure bakwiye kwandika ivyo bariko bariga kurutonde, igihe bari mwisomero. Amajambo yanditswe mw'irangi risigiririje mu gitabo akwiye kwandikwa ku kibaho, canke kubipapuro bininibinini , kugirango abanyeshure bayandike nabo.Izi nteguro z'umumenyereza zifise intumbero yuko zotangwa hakurikijwe ihandagurwa ry'ibija birakorwa, ugukundisha abanyeshure ibiriko birakorwa, hamwe no gushika kuntumbero nziza mu kwigisha Ivyigwa bikwiye gutangwa n'umunezezro , urukundo , n'ugukorera hamwem kwinshi .Icigwa cose gitangwa mw'Isahi imwe . Umumenyereza ategerezwa kwiyubara mugutangura no kurangiza kw'Isaha.

INTEGURO Y' IMENYEREZWA Y'ICIGWA OMEGA ........................................................ 6
Intumbero SCP - Integuro y'Imenyerezwa 1 -- Kwiyumvira mu buryo bwa "Z" : .................... 6
I NTUMBERO SCP -Integuro y'imenyerezwa ya 2 ........................................................ 7
INTUMBERO SCP- Integuro y'imenyerezwa ya 3 -- Urukurikirane rwo Gushinga Amashengero: ........................................................ 9
INTUMBERO SCP- Integuro Y-Imenyerezwa ya 4 ........................................................ 12
Intumbero SCP - Ivyongewemwo 4A ........................................................ 14
Gutahura Akarere Mwiyemeje ........................................................ 14
ISHENGERO – Integuro y'imenyerezwa 1 ........................................................ 23
ISHENGERO- integuro y'Imenyerezwa 2 . Intumbero y'Ishengero: Ni kuki Ishengero Ririho? ........................................................ 24
ISHENGERO – Integuro ya 3 y'Imenyerezwa -- Imero n'Igikorwa: Urutonde rwa Bibiliya n'akaranga ........................................................ 25
ISHENGERO-integuro ya kane y'ukumenyereza ........................................................ 27
AKARANGA KO MU BURYO BWA MPWEMU-Integuro y'imenyerezwa1 ...................... 29
AKARANGA KO MU BURYO BWA MPWEMU --Integuro y'Imenyerezwa2.................... 30
AKARANGA KO MU BURYO BW'IMPWEMU -- Integuro y'Imenyerezwa ya gatatu 3 ... 32
AKARANGA KO MU BURYO BW'IMPWEMU ........................................................ 33
-- Ubushobozi buhidura bw'Ubutumwa bwiza : Ukwidegemvya ku kuganzwa n'icaha. .... 33
AKARANGA KO MUBURYO BW'IMPWEMU -- INTEGURO Y'IMENYEREZWA 5 – ........... 35
UGUSENGA – Integuro ya 1,2 y'Imenyerezwa -- Igikorane ca masengesho: ....................... 36
AMASENGESHO-Integuro y'Imenyerezwa 3--uburyo bwo Guhimiriza Abantu Gusenga:... 38
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA –Integuro y'Imenyerezwa 1 ....................................... 40
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Integuro y'imenyerezwa2--Kwitegereza Ijambo ry'Imana. ........................................................ 41
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA INTEGURO Y'IMENYEREZWA 3 -- Ikiganiro co kwitegereza ........................................................ 43
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Integuro y'Imenyerezwa 4--Gusobanura Ijambo ry'Imana: ........................................................ 44
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Integuro y'imenyerezwa 5--Ikiganiro co gusobanura ........................................................ 46
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA- Integuro y'Imenyerezwa 6--Gushira mu ngiro ijambo ry'Imana: ........................................................ 47
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA- Integuro y'Imenyerezwa 7--Ikiganiro co gushira mu Ngiro. ........................................................ 49
IGITABO CA KABIRI C'INTEGURO Y'INYIGISHO AZA OMEGA .................................. 55
INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO – Integuro y'ukumenyereza ya 5 ........... 55
INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO – Integuro y'Imenyerezwa 6 ................. 56
INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO– Integuro y'Imenyerezwa 7 --............... 56
Kurondera ibikenewe Ukoresheje Ubushakashatsi ........................................................ 56
ISHENGERO – Integuro y'Imenyerezwa 5 -- Uko Ishengero rimeze : ................................ 57
ISHENGERO –Integuro y'Imenyerezwa 6 -- Ibikorwa Vyuzurizanya vy'Ishengero: ............ 58
ISHENGERO – Integuro y'Imenyerezwa 7 -- Gutegura Inyandiko y'Intego y'Ishengero:...... 60
ISHENGERO – Urutonde rw'Amamenyerezwa 8 ........................................................ 60
INYIFATO YA MPWEMU – Urutonde rw'amamenyerezwa 6 ........................................... 62

INYIFATO Y'IMPWE –Urutonde rw'Amamenyerezwa 7--Kwiga Kuba Abana .................... 63
AMASENGESHO –Urutonde rw'Amamenyerezwa 4–Igihe c'Amasengesho: ....................... 66
UBURONGOZI – Urutonde rw'Amamenyerezwa 1 -- Ivyo Bibiliya ivuga ku Burongozi ........ 67
UBURONGOZI–Urutonde rw'Amamenyerezwa 2--Ikigice c'Umurongozi ............................ 70
IMIRWI MITOYA– Urutonde rw'Amamenyerezwa 1 ........................................................... 72
IMIRWI MITOYA – Urutonde rw'Amamenyerezwa 2 .......................................................... 73
IMIRWI MITOYA–Urutonde rw'Imenyerezwa 3--Gutanguza Umurwi Mutoya .................... 79
IMIRWI MITOYA–Urutonde rw'amamenyerezwa 4 -- Ivugabutumwa mu Mirwi Mitoya .... 81
IMIRWI MITOYA–Urutonde rw'Amamenyerezwa 5--Kwerekana Umurwi Mutoya ............. 84
IMIRWI MITOYA –Urutonde rw'Amamenyerezwa 6 ........................................................... 85
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Urutonde rw'amamenyerezwa 8 ............................... 86
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Urutonde rw'Amamenyerezwa 9 .............................. 88
UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA –Urutonde rw'amamenyerezwa 10,11 ......................... 90
IVUGABUTUMWA – Urutonde rw'Amamenyerezwa 4 ....................................................... 91
IVUGABUTUMWA –Urutonde rw'Amamenyerezwa 5 ......................................................... 92
IVUGABUTUMWA –Urutonde rw'Amamenyerezwa 6,7 ...................................................... 93
IGITABU CA GATATU C'INTEGURO Y'INYIGISHO ZA OMEGA .................................... 96
Intumbero yo kugwiza Amashengero – Integuro 8 -- Igice ca mbere : ................................... 96
INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO – INTEGURO YA 9 .............................. 96
ISHENGERO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 9,10 ......................................................... 98
ISHENGERO : INTEGURO Y'IMENYEREZWA 11 ............................................................. 99
Inyifato yo mu Buryo bw'Impwemu . - Integuro z'imenyerezwa 8, 9 .................................. 100
-- Amabwirizwa n'ubutumwa : ............................................................................................. 100
INYIFATO YO MU BURYO BW'IMPWEMU. - Integuro y'imenyerezwa 10 .................. 101
UGUSENGA–INTEGURO Y'IMENYEREZWA 5--Gusenga no kwisonzesha .................. 102
UGUSENGA- INTEGURO Y'IMENYEREZWA 6,7--Amasengesho y'umurwi :.............. 103
UBURONGOZI- Integuro y'Imenyerezwa 3 -- Imbibe z'Uburongozi ................................. 104
UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 4 -- Gutahura ugukora nk'umurwi: .. 105
UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 5 -- Kwubaka umurwi ...................... 106
IMIGWI MITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 7.......................................................... 109
IMIGWI MITOMITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 8 ............................................. 112
IMIGWI MITOMITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 9 ............................................. 113
IVUGABUTUMWA – INTEGURO Y'Imenyerezwa 8 ........................................................ 115
GUHINDURA BANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 1 .................................. 116
GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 2 ............................... 117
GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 3 ............................... 118
GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 4 ............................... 119
GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 5 ............................... 120
INTAMBARA Y'IMPWEMU – Integuro y'Imenyerezwa 1 ................................................ 124
INTAMBARA Y'IMPWEMU – Integuro y'imenyereza 2 ................................................... 125
INTAMBARA Y'IMPWEMU – Integuro y'imenyereza 3 ................................................... 126
IGITABO CA KANE C'INTEGURO Y'INYIGISHO ZA OMEGA ...................................... 128
ISHENGERO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 12 -- Ivyo vyo kwitaho kw' ishengero rikura ........ 128
ISHENGERO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 13 ........................................................ 129
ISHENGERO - INTEGURO Y'IMENYEREZWA 14 ......................................................... 130

INYIFATO YO MU BURYO BW'IMPWEMU - Integuro y'imenyerezwa 11 .................... 131
INYIFATO YO MU BURYO BW'IMPWEMU – Integuro y'imenyrezwa 12 ..................... 132
INYIFATO YO MU BURYO BW'IMPWEMU – Integuro y'imenyerezwa 13.................... 133
UGUSENGA – Integuro y'Imenyerezwa 8, 9 -- Integuro yo gusenga :................................ 134
UBURONGOZI–Integuro y'Imenyerzwa 6--Uburongozi bw'Ubushumba .......................... 135
UBURONGOZI – Integuro y'Imenyerezwa 7 -- Ivyo kwitwararika mu burongozi. ............. 136
UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 8 -- Ubwoko bw'ugukoreranira........ 138
UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 9 -- Abakenewe mu burongozi......... 140
UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 10.................................................... 141
IMIGWI MITOMITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 10 ........................................... 143
IMIGWI MITOMITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 11 ........................................... 144
GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'imenyerezwa 6................................ 146
KUBA UMWIZIGIRWA – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 1 ........................................ 147
KUBA UMWIZIGIRWA – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 2 ........................................ 148
KUBA UMWIZIGIRWA-Integuro y'Imenyerezwa 3--Gukoresha umwanya ....................... 149
KUBA UMWIZIGIRWA – Integuro y'Imenyerezwa 3 ........................................................ 150
KUBA UMWIZIGIRWA – Integuro y'imenyerezwa 5 ........................................................ 151
UMURYANGO – Integuro y'imenyerezwa 1-- IvyoBibiliya isaba mu muryango ............... 152
UMURYNAGO – Integuro y'imenyerezwa 2 -- Kuba umuvyeyi......................................... 153
IGITABU CA GATANU . URUTONDE RW'AMAMENYEREZWA .................................. 154
YA OMEGA ........................................................................................................................ 154
Intumbero yo kugwiza Amashengero -- Urutonde rw'amamenyerezwa 13 -- Intumbero no kuraba :.............................................................................................................................. 154
Intumbero yo kugwiza Amashengero – Urutonde rwo kumenyereza 14 -- Gukangura ......... 156
INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO – Urutonde rwo kumenyereza 14 -- Intambwe zikurikira : Gushinga amashengero menshi. ......................................................... 158
Ishengero–Urutonde rw'imenyereza 15--Ibihano mw'ishengero:......................................... 159
Ishengero – Urutonde rwo kumenyereza 16 .......................................................................... 160
ISHENGERO – Urutonde rw'ukumenyereza 17.................................................................... 161
Ishengero – Urutonde rwo kumenyereza 18 .......................................................................... 163
IMIBEREHO Y'IMPWEMU – URUTONDE RWO KUMENYEREZA 14........................ 164
INYIFATO YO MU BURYO BWA MPWEMU – Urutonde rwo kumenyereza 15 ............ 165
Gusenga- Urutonde rwo kumenyereza 11,12 -- Igikorwa c'amasengesho:........................... 168
UBUYOBOZI- Urutonde rwo kumenyereza 11 -- Guhagurutsa / Gutoranya abarongozi ..... 169
I. Abashinga amashengero bategerezwa guhagurutsa abandi bakozi mu bikorwa................ 169
IMIGWI MITOYA – Urutonde rwo kumenyereza 12....................................................... 170
IMIRWI – Urutonde rwo kumenyereza 13 -- Kugenzura imirwi:......................................... 171
Kuvuga ubutumwa – Urutonde rwo kumenyereza 1 ........................................................... 172
KUVUGA UBUTUMWA – Urutonde rwo kumenyereza 2.................................................. 174
KUVUGA UBUTUMWA – Urutonde rwo kumenyereza 3.................................................. 175
UMURYANGO – Urutonde rwo kumenyereza 3 -- Gukorera mu muryango: ...................... 176

# INTEGURO Y' IMENYEREZWA Y'ICIGWA OMEGA

**Omega Igitabo ca Mbere**

**Intumbero SCP - Integuro y'Imenyerezwa 1 -- Kwiyumvira mu buryo bwa "Z" :**
**Ni iki Imana igomba?**

**I. KWIYUMVIRA MU BURYO BWA "Z" NI IKI?** Somera abanyeshure ibikurikira
**"Z" - ingaruka irita izindi y'ico Imana igomba ku gihugu , intara igisara, agasagara, ikibano** . Z ikoreshwa kuko iri kumpera y'izindi ndome ni iya yuma kandi ntisanzwe , nk'uko in dome Omega ariyo iherukira indome z'ikigiriki .

Saba abanyeshure batandukanye basome imirongo ikurikira yo muvyanditswe n'ijwi ryumvikana : **Yohana 3: 16, 1Tim 2: 3,4 , na Pet 3:.** Hanyuma mubabaze Ibibazo bikurikira: (ASANGWA ISOMERO RIRENZA ABANYESHURE 9, BASHIRE MU MIRWI MITOMITO)

1. Ni giki umiwe umwe muri iyi mirongo utubwira ko ari yo ntumbero nyamukuru Imana igomba?
2. Ni izahe inzira zimwe zimwe Imana icamwo ngo ishitse intumbero yayo?
3. Ni iki gikoresho cambere Imana ikoresha mugushitsa intumbero yayo?

(inyishu: " Ishengero ryayo")

4. Hoba hariho ubundi buryo Imana yoba iriko irakoresha bufise akamaro iki gihe?
5. Ni iki Imana igomba ku gihugu canje , intara igisagara, agasagara, canke ikibanza mbayemwo ? Andika inyishu murukurikirane rw amwungane aserura iciyumviro kimwe
6. Ni gite intumbero " Z" yoshirwa mungiro mu gihigu canyu, intara, igisagara agasagara canke ibano mubayemwo?
7. Ni gute ivyo ndiko ndakora ubu biserura ubugombe ubugombe bw Imana nizera?

**II .GUSHINGA AMASHENGERO KU BWINSHI**

Ni gute twoshitsa **Itegeko Rikuru** ?

Tegura canke mugure ikarata y igisagara canke agasagara mubamwo .Erekana amashenero mvugabutumwa menshi ashoboka yoba ahari, ufatiye kubunini bwayo muri rusangi. Andika ubunini bw'igisagara canke bw'agasagara kw'ikarata. Saba abanyeshure bose babafashe mukoreshe iyo karata.

. Mwoba muzi ishengero mvugabutumwa kanaka mu …………………
(igisagara, agasagara) noba nibagiye ?
.Asangwa twemeye iciyumviro c'uko hari hakwiye kubaho, ishengero rimwe ku bantu igihumbi , ni amashengero yandi angahe mwibaza yuko yoshirwa mur' ico ………………………………………….
(igisagara , agasagara ) ?

Reka umwe umwe mu mirongo ikurikira usomwe n'umunyeshure ashinga amashengero

**III ZIMWE MUNTAMBUKO NKURUNKURU MUGUSHIKA KURI "Z"**

Soma ibiciye akarongo musi muce mu baza n'ibibazo vyatanzwe.(ASANGWA ISOMERO RIRENZA ABANYESHURE 9 , HANAHANA IVYUMVIRO KURI IVYO BIBAZO MU MIIRWI MITOMITO)

A. **Ugusenga** -Twosenga iki mu cipfuso cacu co gushitsa

i. -Intumbero "Z"? **2Ngoma 7: 14, Mat9:38**

B. **Urukundo n'Ubumwe** –Ni ukuki urukundo n'ubumwe ari ngenerwa mugushitsa intumbero "Z"? **Yohana 13:35, Yohana 17:21,23**

C. **Uguhishurirwa** –Uguhishirirwa ni ukurema ishushoy'Imero y'akazoza Imana ifitiye umuntu, akarwi k'abantu canke Ishengero. **Yohana3: 16 , 1Yohana2:2 , Matayo 9: 37**

D. **Ivugabutumwa –( Rom 14:14,15)** ,Ni gute tworonga ibihe vyo gushingira intahe abatizera b'aho tubaye?

Nigute abizera barengana uruzitiro rw'abanghenzi babo bakijijwe bagashikira abatizera

E. **Ugushinga amashengero- Ef 3:8-11 , Ef 4:11-13** . Iyo ishengero rishasha rishinzwe abantu bakikije ico kibanza batokwigeze bashikirwa n'ubutumwa buba bubashikiriye. Tanga bimwe mubituma bigenda gutyo aasangwa muzi aho ibi vyashitse , mwibwire uwo mwirwi muhane ivyiyumviro ku vyabaye

## IV. KWIYUMVIRA MU BURYO BWA "Z" KUZANA IBIKORWA MU BURYO BWA "Z"

Ibikorwa bibiri biva mwikwiyumvira mu buryo bwa "Z" ni ugutyanga muburyo "Z" **( 2Kor 8:7, 2Kor 9:6-7)** hamwe n'ubuhinga mu buryo bwa "Z"

A. Nigute tutokekeranya yuko amahera akenewe mugushinga amashengero azotazngwa?

B. Ni bihe bibazo nkoramutima bikwiye kubanzwa gutangirwa inyishu kugirango gushinga ishengero bishoboke?

C. Ni izi nteguro zikwiye kugirwa mu gihe ishengero ri mu mugambi wo gushinga ishengero rishasha?

Suzuma ibibabanza biri kumpera y'iki cigwa mu gitabo ca mbere c' Icigwa Omega . Toramwo ivyo wi baza ko vyogira akamaro mu gukaburau_guhuna ivyiyumviro ngirakamaro. Asangwa mutoronka umwanya ngo abanyeshure bahane ivyiyumviro kuri ivyo bi bazo vyose, koresha ivyomubona vyorusha ibindi kugirira akamaro abanyeshure.

### Integuro y'igikorwa

| |
|---|
| Tangura mwiyumvire ubuhinga bwo kuzuza ahantu amashengero mashasha bugizwe no gusenga, ubumwe n'urukundo, uguhishirirwa, ivugabutumwa hamwe n' ugushinga amashengero . Andika bimwe mwi vyiyumviro vy'intangamarara, hanyuma mu vyereke umuhanuzi canke umumenyereza wanyu muri kino kiringo.<br>Iyumvire ku kibano cawe, agasagara, igisagara, intara, canke igihugu cawe. Iyumvire inyushu wotanga kukibazo.<br>Ni iki Imana igomba kugira ngo ...............................................<br>Dondora ibintu bitatu uzokora vyotuma intumbero "Z" ishika aho ubaye. |

## I NTUMBERO SCP -Integuro y'imenyerezwa ya 2
## Itegeko Rikuru hamwe n' Ugushinga Amashengero:
## Guhindura Abigishwa ku bwinshi.

I . <u>UGUTAHURA ITEGEKO RIKURU</u>

**Matayo 28: 18-20**
"Muhindure amahanga yose Abigishwa" ni ryo bwirizwa ry 'urufatiro mw'itegeko Rikuru. Ukubatiza n'ukwigisha ni ubuhinga bubiri bukoreshwa mu gushira mu ngiro iryo tegeko. Ku girango umuntu abe uwukurikira Yesu , ategerezwa kwihana no kwizera **( Mariko 1: 15 )** . Ukubatizwa ni ikimenyetso hamwe n' icemezo y'ukuvuka ubwa kabiri **( Tit3:5, Rom 6:3-4)**

**A. Igikorwa: Muhindure Abantu Abigishwa**

1. Umwigishwa ni iki?
2. Ni mubuhe buryo turiko turahindura abandi abigishwa, kandi ni mubuhe buryo iki ari igikorwa c'Imana
3. Ni ikihe kimazi c'umubatizo mu guhindura abandi abigishwa?
4. Ni izihe nyigisho nkurunkuru dutanga turiko turahindura uwundi umwigishwa

**B. Ubwaguke bw'igikorwa: BOSE**

I. Mu nsobanuro y'ijambo kw'ijambo, iryo jambo "bose" risobanurwa muburyo bune. Je we nahawe ububasha "bwose" mw'ijuru no mwisi . Nuko ni mugende muhindure amahanga "yose" abigishwa mu babatiza mw'izina rya Data wa twese n'iry'Umwana n'irya Mpwemu year, mubigishe kwitondera ivyo na bageze "vyose" gushitsa ku muhero w'Isi **(Matayo 28:18-20).**

Erekana mwongere muhane ivyiyumviro ku nsiguro ya rimwe rimwe miri aya majambo : Bwose, yose( amahanga) , vyose, yose( imisi )

2. Hana ivyiyumviro mwongere musuzume ingene Yesu , Paulo, hamwe n'ishengero ryasanzaye bagiye barahindura abandi abigishwa aho baja hose. Mbega baja hose guhindura abandi abigishwa (1) bafise intumbero yo gukora batyonyene **(Matayo 24: 14)?** (2) mu kugamburuka? **(2 Kor5:18-19),** kandi/ canke (3) kubera uguhamwa ? **(Ivyak 8: 1)?** Sigura
3. Nigute isezerano rya Yesu ritwizeza ko vyodushobokera guhindura abandi abigishwa **( Yohana15: 4-5)**
4. Ni gute amajambo ya Paulo kw'ishengero ry'IFILIPI aserura ivyizigiro yari afise kubw' iryo sezerano **Fil1: 6?**
5. Ni bihe mu bikorwa n' imihari biri mw'ishengero ryanyu birusha ibindi kugira akamaro mu guhindura abandi abigishwa ? Mbega birashitsa ivyipfuzo vyose biri mw 'Itegeko Rikuru ? Mbega ni gute vyoshitsa iyo ntumbero kwushiriza?
6. Mbega ukwigisha canke ivugabutumwa coba arico kintu cambere kigize itegeko Rikuru kibagora gushira mungiro mw'Ishengero ryanyu?

**II ITEGEKO RIKURU HAMWE N 'UGUSHINGA AMASHENGERO KU BWINSHI**

A. Gushinga amashengero_bikwiye_gukorwa muntumbero yo kudahengeshanya kuyagwiza, kuko ni wo mushinge w'Itegeko rikuru ryatanzwe n'Umwami wacu.
Mbega muri **Matayo 24: 14** hatubwira ko ari ryari itegeko Rikuru rizoba rizoba riherahejwe?
2. Ivugabutumwa rishobora gukorwa biciye mugushinga amashengero, mu bikorwa vyo mw'ishengero ryashizwe hamwe n'ivugabutumwa rigirwa n'umukristo umwe umwe. Ni ubuhe buryo mwiyumvira ko arngirakamaro cane mu " Guhindura abandi Abigishwa?"


3. Muri rusangi ni gute mwosuzuma ishengero ryanyu mu buryo rishitsa itegeko Rikuru? Ishengero ryanyu rikerebutse gute mwikwigisha mw' ivugabutumwa no muguhindura abandi abigishwa?
4. Mu **Vyakozwe n'intumwa 1:8**, dutegekwa "Kugenda" . Ni mu buhe buryo ishengero ryanyu ririko "Riragenda " ubu? Ni gute gushimikira ku gushinga amashengero vyokwongereza "Ukugenda" Kw'ishengero ryanyu?
5. Hoba hariho intambamyi zibuza ishengero ryanyu gushinga ayandi mashengero mu buzima bwaryo? Izo ntambamyi ni izihe ? Ni gute mwozitsinda

**Integuro y'igikorwa**

**Shinga umurwi w' abantu mwongere mu bigishe gusengera igihugu canyu n' bindi bihugu, tangura gutanga amahera y'ikwiza butumwa mu gihugu cose no mu yandi makungu , kandi mutangure intambuzo z'urufatiro zo gushinga ishengero muntumbero yo kubwira amahanga ubutumwa bwiza.**

**INTUMBERO SCP- Integuro y'imenyerezwa ya 3 -- Urukurikirane rwo Gushinga Amashengero: Kubona Icitegererezo cagutse.**

**"Urukurikirane rwo rwo gushinga Amashengero"( Igicapo 3.1)**
Asanga bishoboka, rondera igicapo c'iyi karata co kwereka abanyeshure.



Shigikiza intumbero amasengesho
Garagaza umurwi w'urufatiro mwovugamwo ubutumwa mu kana hashinga ishengero.
Sengera abozogira ico baterereye, nawe uibwawe wisengere.

IBIBAZO VY'URUFATIRO ( Hari aho kubwo umwanya muto mutohana ivyiyumviro kuri ibi bibazo vyurufatiro muri izo nmtambuko indwi )
Ni akahe kanje no kwimbluramwo ( imitima) ? Ni iki Imana ingombako mukarere ndimwo?
Ni ibihe bimenyetso mwisangije biranga umuhamagaro n' Intumbero y'Imana iriko irabaha?
Ninde agiye kugira ico aterereye?
Nibande mubona mwonsengera? Ni iki mwonsengera ( kubwabo)?
Ni iyihe mitwaro mwonsengera ijanye nigikorwa mwebwe ubwanyu mukorera imana?

## II INTAMBUKO YA II. Vuga Ubutumwa Ikor 9 : 19-23

IBIKORWA
Bonana n' Abarongozi bakeya mwunge imigenderanire
Bwira ubutumwa abanyavyaha
Tanguza imirwi mvugabutumwa mitomito yo kwiga Bibiliya
Bera akarorero keza abihanye
IBIBAZO VY URUFATIRO:
Ni ubuhe buhinga bwivugabutumwa bwogira akamaro cane mu kudushikana ku ntumbero zacu?
Ni gute twobonana n' abarongozi bakeya? Ni bande? Tubahitamwo gute?
Ni gute tumenlyereza ibihanmye bashsaha gushingira intahe abagenzi babo n'imiryango yabo?
Ni gute mugundura akarwi k'abagenzi bahorana ngo mutangure kubabwira ubutumwa bwiza nabo?

## III INTAMBUKO YA III Hindura Abandi Abigishwa 1 Tes 5:11

IBIKORWA :
Menyereza ibihane kuba abigishwa
Ba umuhanuzi w'abarongozi bashasha
Igisha ukwumvira n'ukwiyegurira Umwami
Baterere umwete wo kumera nka kristo
Igisha abihanye bashasha kugamburukira kristo

IBIBAZO VY'URUFATIRO

I. Nigute twoshiraho umurwi w'abantu tukabahindura abigishwa
II. Nigute uturwu dushasha twabarongozi tuzo menyerezwa hanyuma bagatumwa?
III. Nigute twotanga akororero k'uburongozi ngirakamaro

## IV INTAMBUKO YA IV Egeraniriza hamwe

IBIKORWA:
Gwiza utwigoro tw'ivugabutumwa biciye mutwigi tw'abagenzi
Gwiririkanya imirwi mitomito
Tangura umwanya wamaho wo gutazira

**IBIBAZO VY'URUFATIRO:**

IV. Nigute utugwi dushasha tw'abarongozi tuzomenyerezwa haényuma bagatumirwa?

V. Niryari tubatiza abihanye?Niryari kandi ninde abaha ingaburo yera?
VI. Ni gute uzoshiraho umurwi wo kurereremwo abakristo?
VII. Nigute abizera bashasha bazoshirwa muriwo?
VIII. Iyo dutororokanya, duhurira hehe? Dutumira abantun gute?
IX. Ni ub uhe buryo tuzokoresha ngodushike ku ntumbero twipfuza?
X. Ni ubkuhe buhinga bwo gutazira tuzokoresha?

**V INTAMBUKO YA V- Tegura Abarongozi 2Tim 2:2**

IBIKORWA:

Tegura urutonde rw'abarongozi bakewe murwego rumwe rumwe rw'ishengero.Menya ingabire zo mu Mpwemu z'Abanyeshengero bose

Menyereza uturwi tw'Abarongozi

Gabanganya ibikorwa muri abo barongozi hanyuma mubatume

Tegura ibibanza vy'uburongozi ufatite ku nyubako n'imihari mwipfuza gushiraho mw'ishengero.

IBIBABAZO VY'URUFATIRO

-Nigute gufasha abihanye bushasha kubona ingabire za mpwemu ba fise?Ninde azobamenyereza?

-Ni izihe nzego z'ukumenyerezwa zikenewe? Ni hehe kandi ni gute ukwo kumenyerezwa kuzotangwa?

- Ni abahe abarongozi burufatiro babishoboye? Ingabire n'impano zabo ni izihe? Mbega n'abantu ba bizigirwa kandi bakora kuneza y' abandi?

-Ni hehe abo bamenyerezwa bazoronga ishengero. Ibikenewe hamwe n'ingorane nyamukuru biri muri akao karere n'ibihe?Ni ryari igikorwa cabo kizotongura muri ako karere? Ni nde bazoha raporo? Ni ibiki bazoba bajejwe gukora?

**VI INTAMBUKO YA VI-GWIRIRIKANA IVYAK 1: 8**

IBIKORWA:

- Tera intege abarongozi bashireho imirwiishinga amashengero
- Menyereza abo mukorana ibikorwa bitandukanye no kunzego Zitandukanye

XI. Rondera intara nshssha w'umva urongorwa gutanguriramwo ishengero
XII. Tunganya kandi mube imboneza mu mwete w'uvugabutumwa hakoreshejwe ubuhinga butandukanye
XIII. Shiraho kandi mutume abarongozi mu gisata c'Ivyerekeye itunganywa ry'ico gikorwa

**IBIBAZO VY'URUFATIRO**

a. Ni ubuhe bushakashatsi bukwiye kugirwa? Nibande bazo bukora? Hoba hariho imirwi canke amoko y'abantu batwegereye batarashikirwa n'ubutumwa ? Hoba Hari abarongozi babishoboye bari muri bo bashobora kumenyerezwa ?
b. Ni izihe ntumbero zikwiye gushirwaho no gutangazwa? Ninde yitayeho akigoro ku gusenga ngo ashigikire ico gikorwa
c. Ninde ategura akanarongora amashengero mashashayose ? Ninde azo bamenyereza mu kubandanya inyigisho?
d. Hari ayandi mashengero yoshirwa muri aka kigoro? Ninde yo batumira ngo bashire inguvu hamwe n'abandi? Ni iyi ntererano idasenzwe bazotanga ku vyerekeye ako kigoro kivugabutumwa muri rusangi

e. Mbega twoba dukeneye ibisata bidasanzwe vy'inyigisho mukumenyereza inzego zitandukanye z'uburongozi kubw 'ik'igikorwa ?
Nibande bazokora iryo menyerezwa ?Amahera yo kurishigikira azoboneka gute?

**VII INTAMBUKO VII –GUKWIRAGIRA Yesaya 11:9**

IBIKORWA:

XIV. Kwiragira mu moko yose y'abanyagihugu shiraho ingingo ngenderwako mw'iyagurwa c'ukwogukwiragira.
XV. Tomora neza imigambi mpuzakaranga imirwi imirwi abashigikiye zofasha muburyo bw'amafaranga
XVI. Rongora ibikorwa vyo gusenga no gutazira Imana
XVII. Tunganya imigambi yerrekeye akarere hamwe/ canke n'iyerekeye igihugu cose
XVIII. Shira inzego zidasanzwe z'inyigisho mw'imenyerezwa ry' abarongozi b'urufatiro mw'ikwizabutumwa

IBIBAZO VYURUFATIRO:

a. Mbega iryo kwiragira ririshoboye mu buryo bwo kwiyagura, mu kwironsa amahera, no mu vyerekeye uburongozi bwaryo? Asangwa bitari uko ;, n'ibiki bikenewe ngo ribe iryukwiye vy'ukuri?
b. Ni izihe ntara canke amoko atarashikirwa n'ubutumwa ? Ni iyihe migambi y'Ishigikirabutumwa Imana iriko iraturongorera gushiraho
c. Ni ub;uhe bwoko bwo kumenyereza bukenewe mu gukwiragira? Ukwo kumenyerezwa kuzoshigikirwa gute?
d. Ni abahe barongozi " babonekamwo umutima w'intumwa" dufise ,ukwo gukwiragira? Mbega dukorana nabo gute? Ni gute twobatera integer tuka nabashigikira? Ni ibiki bikenewe?

**INTEGURO Y'IGIKORWA**

**Hana ivyiyumviro kuri imwe imwe mu ntambuko indwi duhejeje kubona n' abo mukorana mu kigoro ko gushinga amashengero. Babaze ibibazo ku ntumbuko iyo ariyo yose, muhane ivyiyumviro nabo, ku kuntu mubibona**

**INTUMBERO SCP- Integuro Y-Imenyerezwa ya 4**
**Ingingo Z'Ubushakashatsi ( Gucapa Amakarata mu mpwemu):**
**Ukumenya amakuru mw'Ishirwaho Ry' imigambi Itomoye**

**I ITOHOZA( GUCAPA AMAKARATA MU MPWEMU) NI UKUVUGA IKI?**

**A. Ubushakashatsi ( Gucapa amakarata mu mpwemu) ni uburyo bwo gutororokanya Amakuru, arikoBufise Ikidasanzwe Bwongereza ( Ku ntumbero) :**
**(1) Ku kivi nyezina c'Iyimbura (ry Imitima)**
**(2) Mu nguvu zijanye n Iyimbura.**

**B Ubushakashatsi ( Gucapa amakarata mu mpwemu) Kwubakiye kw'ijambo ry'Imana**

**Guharura 1: 1 – 5** Imana yategetse Iharurwa ry' abagabo bose b' abahizi mu ntambara

**Guharura 13:1 – 4** Abatatsi batumwa kugenzura igihugu
**Nehemiya 1: 3- 4 , 2: 1-6** Nehemiya yarabaririkije ingene i Yerusalemu hari hameze imbere yuko anatangura umwitwarariko wo gusubira kwubaka inzitiro z'igisagara, n'ugutera intege abntu bakoze ico gikorwa.
**Matayo 9: 35-10:1.** Yesu yara kwiragiye hose mu Bantu arabona ivyo bakeneye imbere yo kurungika abigishwa biwe ngo bagende gukorera muri bo.
**Yohana 4:35.** Umwami Yesu yategetse abigishwa biwe " Kwitegereza" canke " kubaririkiza" ( ari nayo nsobanuro nyayo mu kigiriki) iyimbura ry 'imitima y'abantu .
**IVYAKOZWE N'INTUMWA 2: 41-47; 4: 4; 5:14** Hatanga icegeranyo c'ibiharuro vy 'abantu .

## II. ITOHOZWA RYOGIRWA HEHE ?

Umumenyereza akwiye gutanga akarorero – canke mucape ikarata y'akarere k'urufatiro, hanyuma murondera amakuru yerekeye ako karere mufatiyeko ( aho mwakikuje umuzingi) Mukarorero kanyu . Hindura ikarata mu kwerekana ibidasanzwe vya vuye mwitohozwa , nk'aho amashengero aherereye, nubwoko bwayo mashengero ubwaribwo, hamwe n'ibindi bibanza bidasanzwe mubijanye n'umwitwarariko wanyu( nk'akarorero: Uturere twiyarijwe n'amadini , utwiharijwe n'ivy'intwaro, amasoko, ibibanza bibarizwamwo ivya kahise n'ibindi .

Rondera uko ushoboye inkuru zijanye n 'inguvu zw'ikwimbura hamwe na hakwiye klugirwa iyimbura muri ako karere wa kikuje umusingi ?

Capa ikarata yagutse y'ako karere.
Hindura ikarata mukwerekana ibidasanzwe vyavuye mwitohazwa ,nk' aho amashengero aherereye, hamwe nibindi bibanza bidasanze mu ijanye nu mwitwarariko wanyu (nk'akarorero : Uturere twiyarijwe n'amadini , utwiharijwe n'ivy'intwaro, amasoko, ibibanza bibarizwamwo ivya kahise n'ibindi .

## III. NI BANDEBAKWIYE KUGIRA ITOHOZA ?

-Ni bande bakwiye gutororokanya amakuru?
-Ni bande bakwiye kugira incamake y'ayo makuru no kuyashikiriza? Babivaga kuburyo bitera ikigumbagumba kandi bikubaca umwizero kuvyo Imana
igomba gukora.

## IV. NI RYARI GUCAPA AMAKARATA MU MPWEMU ( ITOHOZA) GUKWIYE KUGIRWA?

Murukurikirane rw'ishingwa ry'amashengero hari ibintu bitatu nimiburiburi vyari bikwiye kugirwamwo itohozwa:

A . Intambwe yo gusenga: Mu kwitegurira gushinga ishengero kanaka rigaragara.
B. Intambwe yo kwegeraniriza hamwe: Kwiga neza ugukomera n'ukuja imbere kw'ishengero .
C. Kwigwirirana n'ugukwiragira: Kuronga igicapo cagutse (c'ishengero)

## V. ABASHINGA AMASHENGERO BAKWIYE KUGIRA ITOHOZA (GUCAPA AMAKARATA MU MPWEMU)?

**A.** Amakuru akabura ikigumbagumba n'ikibabarwe ku bantu bari muri ako karere.
**B.** Amakuru avamwo amasengesho.
**C.** Amakuru Atera agatima mpembero k'intumbero yo gushinga amashengero.
**D.** Amakuru Atanga inguvu mukwimbura, Kugenda neza.

## VI. NI GUTE ITOHOZWA (GUCAPA AMAKARATA MUMPWEMU)

**RYARI RIKWIYE KUGIRWA?**

**I.** Ukwitegereza, Ukugenzura
**II.** Kubaza ibibazo( vyerekeye intubero iri mu mutima) mu kiyago
**III.** Gutanga ibibazo vyanditse no gutohoza.
**IV.** Gukoresha ibiharuro bizwi mu bijanye ni rwirirana ry' abantu
**V.** Gusoma ibitabo.

**IBIBAZO VYO GUSHIMANGIRA , GUSUBIRAMWO NO KWIMENYEREZA**

-Mwibaze yuko itohoza ryanyu rizoshika kuki ku vyerekeye akarere muhisemwo?

1. Ni izi nyungu ziri mugufata umwanya mukagira amatohoza mu karere murimwo? Ni gute itohoza rizotuma akigoro kanyu ko gushinga amashengero kaba ngirakamaro ?
2. Ni izahe nkuru zitanu canke zitandatu mwumva ko mukeneye kumenya mu karere mwahisemwo zizogwiza ukugenda neza kwigikorwa canyu co gushinga amashengero ?
3. Murazi abantu bashobora iryo tohoza neza muza kubibamenyereza?
4. Mbega abo mukarere mugomba kw'imburiramwo bariteguye kumva ubutumwa bwiza? Ni bihe mwiwejwe bihereka ko abantu bugurukiye canke badashaka ubutumwa bwiza ?

| |
|---|
| Muzo kenera guha umunyeshure wese Ashinga Amashengero KOPI y'Ivyongewe 4 A na 4B Ni umwimenyerezo ngenerwa cane |

**INTEGURO Y'- IGIKORWA**

Ivyongewe 4A birimwo imyimenyerezo ijanye n'ubumenyi mu kugira itohoza mu karere umuntu ahisemwo. **Subiramwo uwo mwimenyerezo muri ico congewe ko muzobe mwahuhejeje mu cigwa co kumenyereza kizokurikira**. Saba Imana ikoreshe uwo mwimenyerezo mu kubaha ukumenya hamwe n'impuwe ku bantu bo mu karere mwi yemeje. Muyisabe guknoresha iritohoza ngo ibahe ivyiyumviro vyiza ku vyerekeye ikibanza ni ngene mwoshinga ishengero muri ico kibanza mwiyemeje **. Hari aho mwokenera gusubiramwo ivyo bibazo vy'akarorero mu vyongeweko 4B mukabikoresha mw'itohoza ryanyu.**

## Intumbero SCP - Ivyongewemwo 4A

## Gutahura Akarere Mwiyemeje

**UMWIMENYEREZO W'UBUSHAKASHATSI**

*Imvo y'uwu mwimenyerezo ni ukubaha ukumenyera mugukora ubushakashats ink'igikoresho gituma ugushinga amashengero kwanyu gushika ku ntumbero. Mwari mukwiye kugerageza ibigize uwumwimenyerezo vyosemushobora gusanga bimwe mubikorwa bigize uwu mwimenyerezo vyoreshe gusumba ibindi. Vyaba vyoreshe canke bigumye hari ibintu Imana izobigisha ku vyerekeye ab antu n'akarere mugombakujamwo , biciye mu gikorwa cose c'uwumwimenyerezo singombwa ko mwikorana uwu mwimenyerezo. Mushobora_gukorana n'abandi Mu vyukuri bisabwa ko mùukorana n'abandi uko bishoboka kwose. Itegurire gusangira umwimenyerezo wawe, umuhanuzi wawe n'abandi uwu mwimenyerezo uzokoreshwa kandi mumaze kuronga igitabo ca kabiri c'ukwimenyereza.*

**Intambuko ya 1: Erekana akarere mwiyemeje**
Gura canke mucape ikarata y'agasagara , igisagara, canke akarere kanyu. Muronka iyiheraheye neza ishoboka yerekana aho hose hari, uturwi tw'abantu, amazinay'amabarabara hamwe n'ama&barabara yo kwunguruza ibintu
n'abantu. Capa umuzingi ukikuje. Ako niko karere c'igikorwa cawe, niyo ntara wizera ko imana ikugombera kumenyekanisha izina ryayo, kandi ni ho Imana igomba gushira Amashengero.

**Intambuko ya 2 Egeranya ibimaze gutwohozwa ku vyerekeye Inguvu mu vy'Iyimbura**.
Nk'uko vyerekanywe mu cirwa ca4 "Ingingo zerekeye ubushakashatsi (Gucapa amakarata mu mpwemu)"Inguvu mu yv'imburwa ni ivyo vyose Imana yatanguye gukorera mu karere mwiyemeje . Erekana ivya ngenerwa biriho mu karere kanyu mu kwiga ibi bikurikira:

A. **Amashengero asanzwe aho hantu.**
a. Shira ikimenyetso kw'ishengero ryose risanzwe ryo muri ako karere kanyu kw'ikarata yanyu .Erekana amazina yayo
b. Asangwa bishiboka ,gira urutonde rw'abakuze ba yasengeramwo.
c. Erekana umwaka ishengero rya shingiwe canke ryasubiye kwugururwa.
d. Tomora umurwi w'abantu ishengero ryose ribwira ubutumwa (akarorero: ,urwaruka, abana , bantahonikora, abatama , abanyamahanga etc) . Mbega bashitse kuki mu twigoro, bagize?
e. Imigenderanire yifashe gute hagati y'amashengero muri ako karere , barunze ubumwe canke bafise amacakubiri?
f. Abantu boba bahura ngo basengere hamwe kubwo abazimiye
bari mukibano cabo no kubwo ivugabutumwa

**2 Ivugabutumwa bo n'imirwi iri hanze y'ishengero ?**

A. Gira urutonde rw'imirwi yose y'ivugabutumwa hamwe n'iyiri hanze y'ishengero.
B. Sigura mu ncamake igikorwa c'umurwi wose ufise (ukwandika ibitabu,amabohero, igikorwa c'Aba Islamu, abitaho urwaruka , n'ibindi)
C. Baritayeho gufatanya namwe canke n'abandi mw'ivugabutumwa no mutwigoro two gushionga amashengero?

**3. Kahise k'ubukristo**.
a. Ni ryari ubu kristo bwaje ubwambere mur'ako karere, kandi bwazanywe gute ? Mbeg'abantu barabugobererwa canke bakir'ubutumwa bwiza kugushaka kwabo ?
b.Erekana kahise k'ingene ishangero iryo aririyo ryose ry'injiye muri ako karere.
c.Ni ayahe madini yandi makuru makuru yagize ico akora mukarere mwiyemeje ? N'iyihe mirwi yindi y'ivyo gusenga n'imigirwa (imihamuro) ikiri mukarere kanyu, kandi mubona ifise inguvu zingana gute mukwikwegerako abantu ?
d. Mbeg'ako kahise gafasha iki mubuhinga bwanyu bwogushinga amashengero ?

**Intambuko ya 3 . Tororokanya ivyavuye mubushakashatsi ivyerekeye ikibanza c'iyimbura.**
Ikibanza c'iyimbura n'ukuvuga umugwi w'abantu muzokoreramwo hamwe n'ikibanza muzoshingamwo ishegero. Ibikorwa bikurikira bizobafasha kumenya ikibanza c'iyimbura mu karere mwiyemeje.

1**. Amakuru yerekeye igwirirana ry'abantu.**

I. Igitigiri c'abantu bose
II. Igitigiri hamwe n'ivy'ijana vy'abanyagihugu : Abagabo, Abagore, Urwaruka, Abana.
III. Igitigiri c'abakuze bafise akazi... shiramwo amakuru ajanye n'ubuzi bafise n'amahera baronka.
IV. Igitigiri c'abakukurutse n'abasaza, hamwe n'abatishoboye/ ibimuga.
V. Ivy'ijana vy'amoko y'abantu bakeya n'aho baherereye.

N'izihe ndimi bavuga ?

**2. Amakuru y'indondabihugu.**

Ibiranga indonda bihugu birafise ingaruka idasanzwe mubijanye n'ubuhinga bwo gushinga amashengero. Biragir'uruhara muburyo n'ikibanza abantu babamwo n'ingene bunga imigenderanire.
Nk'akarorero, amabarabara y'ivyuma aca ahegereye igisagara. Muruhande rumwe rw'iryo barabara usanga abantu baho batunze kurusha abo kurundi ruhande. Abantu ntibajabuka imbibe z'amabarabara y'ivyuma. Kubw'ivyo, amagari ya moshi ahaca ninkinzitizi itibonekeza ituma abantu bo muruhande rumwe rw'ibarabara ry'ivyuma batoshobora gusengera mw'ishengero riri hakurya y'iryo barabara. Akandi karorero n'uko kuberako igisagara gikikujwe n'imisozi itey'igomwe, abantu baca bajayo ku minsi y'Imana gutyo ntibiborohere kuja kw'ishengero gusenga ku w'Imana mugitondo.

Ni ibiki bigabura ako karere (inzu, amabarabara y'ivyuma, amabarabara asanzwe, n'ibindi)? Nigute ivyo bigabura akarere bigir'ingaruka kubijanye n'ingendo, ubutunzi, n'ibindi? Mbega igisagara gikikujwe n'imisozi? Hoba hari ibiyaga, umusenyi wo kukiyaga, amashamba cimeza, canke ibindi bibanz abantu basamiramwo akayaga?

Asangwa akarere mw'iyemeje ari igisagara, andika kw'ikarata yanyu ahagenewe amahinguriro n'ahagenewe uburaro bw'abantu. Mbega hoba hariho ibibanza bidasanzwe vy'amasoko? Mbega abantu baba ahegereye akazi bakora canke babanza gufata urugendo rurerure? Ongera kandi mumenye neza uburyo bw'abo bwo kwiyunguruza? Mbega bose bagenda n'iyabo miduga, imiduga itwara abantu, canke bagenda n'amaguru?

Ni hehe abantu baja kwinezereza canke gusama akayaga? Mbega baguma mubisagara canke baja kumashamba cimeza?
Mbega kenshi kumpera z'indwi baba bari mungo zabo canke baja gusama akayaga ahandi?

**3. Amakuru ajanye n'imibano hamwe n'akaranga.**

Mukumenya ukuntu abantu babona kubaho mw'isi hamwe n'ivyo bakenera gusumba ibindi, turashobora kw'unguka ugutahura kubijanye n'inzira zirashe zotuma batahuzwa urukundo rwa Yesu kristo mu buryo bwumvikana. Inzira irashe yo gutahura abantu ni iyo kubabaza ibibazo n'ukuraba inyifato yabo. Genda mukarere mw'iyemeje, muganire n'abantu nka 15 gushika kuri 20 n'imiburiburi. Gerageza wige ibi bikurikira:

Ivyiyumviro vyabo kuvyerekeye Imana.

Mbega abo Bantu barizera Imana? Ni iki bizera kuvyerekeye Imana? Mbega barumvise ivya Yesu? Ni iki bazi kuriwe? Mbega bizeye ijuru canke umuriro? Mbega bizera abamarayika, abadayimoni canke satani? Iyo barwaye, ni hehe baja kurondera icobafasha? Mbega barizera ivyo igihamana? Mbega bizerako bashobora kw'itunganiriza kazoza keza n'ako abana babo? Mbega bizera ko icaha ari iki? Mbega baraja murusengero ubudasiba? Asangwa ari Ego, kangahe? Asangwa ari Oya, kubera iki bataja murusengero?

Ni ayahe masabukuru adasanzwe n'iminsi y'akaruhuko vyibukwa muri ako karere? Abantu bayihimbaza bate? Ni iki bakunda kurusha ibindi kuvyerekeye ubuzima bwabo? Ni ikihe kimwe muri ivyo bohindura?

Ni iki babona nk'ingorane imwe canke zibiri zidasanzwe muvy'imibano mukibano cabo? ( Akaboregwe, Ubupfuvyi, Kubura imfashanyo ikwiye ku magara yabo, kugera mu zabukuru atakibafasha, n'ibindi). Ni iyihe migani itatu bakunda kurusha iyindi? Biciye mumigani, mbega biroroshe kumenya inyifato n'imico bumiyeko hamwe n'ingene babona ubuzima?

Ni bande bemerwa nk'abategetsi mu kibano cabo?
Ni kuki abo babonwa nk'abategetsi? Ni bande bafatwa nk'abahizi?
Dondagura ibintu bitanu abantu bashima kubandi (kuvuga ukuri, ubwenge, amayeri, ugutanga, n'ibindi)?

**Intambuko ya 4. Kwihweza neza ivyatohojwe kukibanza c'iyimbura no ku Nguvu muvyo Iyimbura.**

***Ni amashengero angahe akenewe kugira ngo umugabo, umugore n'umwana wese muri ako karere mwiyemeje ashobore kubona, kwumva nogutahura inkuru y'ubutumwa bwiza mu buryo bujanye n'akaranga kaho hantu?***

Igihe mumaze gutororokanya amakuru yose mukeneye, mwanditse incamake kandi mwanditse n'amazina kw'ikarata yanyu mufate umwanya musubiremwo mwongere mwiyumvire kuri ivyo mwatohoje. Saba Imana ibahe impuhwe ku bantu bo mu karere mwiyemeje. Saba Imana ibahe ivyiyumviro vyubaka ku kuntu mwokwereka abo Bantu urukundo rwayo. Nka kimwe mu bigize uwo mugambi, ihweze ivyo mwatohoje mukwishura ibi bazo bikurikira:

Ni amashengero angahe akenewe kugirango mushitse Itegeko Rikuru mu karere mwiyemeje? Ni amashengero angahe akenewe kugirango umugabo, umugore n'umwana wese muri ako karere mwiyemeje ashobore kubona, kwumva no gutahura inkuru y'Ubutumwa bwiza mu buryo bujanye n'akaranga kaho hantu? Tangura ugusenga n'ugusaba Imana ngo ibarongore gukora ico igomba ko gikorwa.

Tomora neza umugabane mwokwihariza: Ni amashengero angahe muri ayo akenewe mwumva ko Imana ibizeza gutangura kubwo ishengero ryanyu?

Hitamwo ikibanza canyu co gutanguriramwo: Ni hehe muzotangurira? Ni hehe abantu bakira ubutumwa gusumba ahandi? Kenshi na kenshi Paulo yabona ko abantu bakira ubutumwa ningoga bari mu masinagogi. Rero yaca atangurira aho nyene biciye muturwi dutoduto tw'imigenderanire.

Hitamwo ubuhinga bwanyu: Mbega ni ikihe kintu kimwe canke bibiri abantu boba bakenye cane muri ako karere? Ni ubuhe buhinga muzokoresha ngo mufashe abo Bantu mubukene bwabo? Ni ubuhe buhinga amashengero yandi ahasanzwe akoreshwa bukagira ingaruka nziza? Ni uburyo ubuhe mufise bwobashoboza gukoresha ubwo buhinga? Ni izihe ngabire mufise canke ni ibiki mushoboye gukora?

Tomora neza amikoro (ubutunzi) yanyu **:** Ni ayahe mikoro mufise ajanye n'iyo ntumbero? Hari abandi mwoganira iyo ntumbero mukanafashanya ngo mushike kumugambi? Ni ubuhe buhinga, Amafaranga, hamwe n'abantu b'ingabire mufise? Mbega amashengero yo muri ako karere yoba afise ishaka ry'ivuga butumwa hamwe no gushinga amashengero? Yoba yiteguye gukorana namwe canke kubafasha mutwigoro twanyu? Ariteguye gusengera utwigoro tw'ivugabutumwa, gushinga amashengero, hamwe n'uko Imana yokwihishurira abantu ngo bayimenye aho babaye?

Mbega abantu baratahura canke bakizera Imana canke Yesu kristo? Ni ikihe kintu muzotangurirako mu gusangira na bo inkuru y'ubutumwa bwiza? (Akarorero: mwoshobora guhera kuri Yesu kristo canke mutegerezwa gutangurira ku kubaho kw'Imana, umuremyi asumba vyose)?

### Intambuko ya 5. Inyigisho mukuye mu buhinga bw'ubushakashatsi. (Ugucapa amakarata mu Mpwemu)

Suzuma intambwe mushitseko mugukora uwo mwimenyerezo w'ubushakashatsi (Ugucapa amakarata mu Mpwemu). Ni ibiki Imana yabigishije, biciye muri uyu mwimenyerezo w'ubushakashatsi, ku ruhande rwanyu bwite, kw'ishaka mufise mugushinga amashengero? Ni ayahe mananiza mwagize mu bushakashatsi bwanyu? Mwayanesheje gute? Ni igiki cari coroshe cerekeye ubwo bushakashatsi? Nka hamwe mwosubiramwo uwu mwimenyerezo, ico mwokora gusumba ni igiki?

### Intambuko ya 6: Gusangira n'abandi ivyavuye mu bushakashatsi ( Ugucapa amakarata mu Mpwemu)

Mu wundi mwanya w'imenyerezwa uzokurikira, mwitegurire gutanga raporo yanyu ikwiye kumara iminota nka 10 gushika kuri 15 kandi ikabamwo amakuru akurikira:

**Igice ca mbere : Ivyatohojwe vy'intangamarara mwatororokanije (iminuta 5- 7).**
Dondora akarere mwiyemeje.
Ni gute mwatororokanije amakuru yanyu (ibibazo vyanditse, kubaza abantu ibibazo muri rusangi, kwihweza/ gucapa ikarata, ubushakashatsi buciye mugusoma ibitabo, n'ibindi)? Yagira abandi ingorane canke intambamyi nyamukuru mwagize ningene mwazinesheje. Ni iki mwokora neza gusumba mu gihe kizoza?

### Igice cakabiri : Ukwihweza ivyavuye mu bushakashatsi (gucapa amakarata mu Mpwemu) (iminuta 5-8)

Umwanya usigaye w'ikiganiro ukwiye gushimikira kuvyavuye mu bushakashatsi bwanyu. Ico kiganiro cotegerezwa kwerekana inyishu kubibazo vy'urufatiro bikurikira:

Ni ayahe makuru ahambaye gusumba ayandi mwakuye mu karere mwiyemeje hamwe no ku bantu bahaba?
Mbega hoba hariho inkuru kanaka yabatangaje? Ni ibihe bintu bigaragara mwamenye bizobafasha mugutegura ubuhinga bwitondewe mu gushinga amashengero mu karere mwiyemeje?

Ni ikihe kintu kidasanzwe mu bijanye n'ugushinga amashengero mwari musanzwe muzi muri ako karere kanyu k'iyimbura?
Ni ikihe mwubuye kidasanzwe mu bijanye no gushinga amashengero mu karere kanyu k'iyimbura mutari mwarigeze mumenya?
Ni ibihe mwabonye ko vyobabera nk'urugi rwuguruye mw'ivuga butumwa? Ni iyihe mitego mwabonye kandi mwoyisimba gute? Ni ubuhe bushakashatsi mukeneye kuzobandanya kugira ngo mumenye ubuhinga bwumvikana mw'ivuga butumwa n'ugushinga amashengero mu karere mwiyemeje?

**Intumbero SCP Ibibazo vyanditse vy'akarorero**
**Ivyongewe 4b**

*Ibi vyongewe birimwo ibibazo vyanditse vy'akarorero : uku garagaza ishengero riri ahantu, hamwe n'ibibazo vyanditse vy'ubushakashatsi ku karere umuntu yemeje : Ibi ni uburorero gusa, birashobora gushindurwa bijanye n'ivyo mwiyemeje.*

*UKUDONDORA ISHENGERO RIRI AHANTU*

**A. Ibiriranga .**

A. Izina ry'ishengero
B. Ukoryiyita ( Ukwizera)
C. Aho ishengero ribarizwa
D. Aho ishengero rikoranira : Ikibanza c'ishengero
E. Itariki ryashingiweko Itariki ryemereweko
Umurogozi
F. Amazina y'umupasitori / Imyaka
G. Mbega umupasitori/ umurongozi arakora akandi kazi ? Ego Oya
H. Ururimi nyamukuru ruvugwa murusengero urundi?
I. Igitigiri nyakuri c'abarigize
10. Abasengera muri ryo muri rusangi

**B. Abantu**
*Gerageza mwuzuze igitigiri c'abantu bakwiye kuba munzego zikurikira:*

| | Abinjira | | Abizera | | Abanyeshengero bakiriwe | |
|---|---|---|---|---|---|---|
| | Abagabo | Abagore | Abagabo | Abagore | Abagabo | Abagore |

| | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Imyaka 0-10 | | | | | | |
| 11-17 | | | | | | |
| 18-24 | | | | | | |
| 25-30 | | | | | | |
| 31-55 | | | | | | |
| 55+ | | | | | | |

*Ivyiyumviro bishoboka:*

Abinjira bose si abizera kandi/ canke si abanyeshengero bakiriwe.
Igitigiri c'abinjira gishobora kuruta ic'abizera n'abakiriwe.
Umuntu ashobora kwinjira akaba yizeye, ariko singombwa ngo abe yarakiriwe.
Uwakiriwese ategerezwa kuba uwizera.
Igitigiri c'abizera gishobora kuba munsi y'ico abinjira, kikaruta igitigiri c'abakiriwe.
Igitigiri c'ibibatizo : 2000………… 01……02………03…….04…….05……….
06 …………07……….08……………
Igitigiri c'imiryango:( Umugabo/umugore) yinjira mwishengero.

**C. Integuro.**

*. Erekana ibikorerwa mw'ishengero vyose mwandike n'igitigiri c'ababizamwo*

| Igikorwa | Ishengero riragikora | Igitigiri c'abakibamwo |
|---|---|---|
| Ishure ryo ku w'Imana (ku myaka) | | |
| Guhimbaza | | |
| Imigwi y'urwaruka | | |
| Imigwi y'Abana | | |
| Imigwi y'Abakenyezi | | |
| Imigwi y'Abagabo | | |
| Ikwizabutumwa kw'Isi | | |
| Ivugabutumwa | | |
| Inyigisho zo guhindura abantu abigishwa | | |
| Ukwigira Bibiliya mu migwi mu mihana | | |

| | | |
|---|---|---|
| Kumenyereza abizera bashasha | | |
| Kumenyereza ivy'uburongozi | | |
| Kumenyereza abantu kuba abigisha | | |
| Imyanya y'amasengesho | | |
| Umuhari/Imihari y'abaririmvyi | | |
| Umuhari witaho Abasoda | | |
| Umuhari witaho amashengero mashasha | | |
| Umuhari witaho ivy'ugusoma n'ukwandika | | |
| Umuhari witaho ivya Radiyo/ Televiziyo | | |
| Umuhari witaho abapfunzwe | | |
| Umuhari witaho ibiborezan'ibiyayuramutwe | | |
| Umuhari witaho abari mubitaro | | |
| Umuhari witaho impfuvyi n'abapfakazi | | |
| Umuhari witaho gufasha abasaza | | |
| Umuhari w'abasenzi | | |

D. Integuro

A. Mbega hoba hariho integuro zitomoye z'imihari muri uyu mwaka? Ego.............. Oya .................

B. Izo nteguro ni izihe? ...........................................................................................................................
.......................................................................................................................................

C. Hari integuro z'umwaka uza ziyumviriwe? Ego................Oya.........

D. Izo nteguro ni izihe? ...........................................................................................................................
...........................................................................................................................
..............................

5. Hoba hariho umugwi w'abarongozi bategura imigambi y'ishengero? Ego......Oya..................

I. Mbega ishengero rirafise icivugo c'intumbero ngenderwako? Ego.............Oya................

II. Mbega ishengero rirafise integuro y'ivyo amafaranga? Ego............Oya............

III. Mbega ishengero rirafise integuro zijanye n'ugukura mu Mpwemu kw'abizera? Ego............. Oya................

IV. Mbega ishengero ririfatanya n'ayandi mashengero? Ego........ Oya............

10. Mbega ishengero ririfatanya n'amashengero badahuje ivyizerwa?
Ego..............Oya............

**IGENZURWA RY'AKARERE CANKE "UMUZINGI" MWIYEMEJE**.

A. **Ba nde?**

1. Hoba hariho imirwi idasanzwe y'abantu mu karere iryo shengero riherereye mwo?
.......................................................................................................................................
.......................................................................................................................
2. Hoba hariho umurwi w'abantu mukibano urengeye iyindi ahakikuje ishengero? Ego ...............Oya.................
3. Asangwa ari Ego, ni uwuhe? ............................................................
.............................................................................................

**B. Ibiki?**

Ni ibiki bidasanzwe biranga "ahakikuje" ishengero?
.......................................................................................................................................
.................................................................

Ni iyihe minsi mikuru, iminsi y'akaruhuko y'aho hantu, canke izihe manza abantu bo muri "uwo muzingi" bahimbaza?
.......................................................................................................................................
.................................................................

Ni ubuhe bukene budasanzwe abantu bari "ahakikuje" ishengero bafise? Muvy'ubutunzi.... Muvy'impwemu.... Muvy'indero.... Muvy'imibano.... Muvy'amashure.... Muvy'akaranga.... Muvy'imiryango.... Muvy'idini....

Ni iyihe mirwi y'ivy'idini iri "ahakikuje" ishengero?

Aba orthodox...............igitigiri (#).... Aba batiste ....#.... Aba pentecôte.... #..... Aba catholique b'iRoma.... #..... Aba Luthériens....#.... Abandi baporoti ....#..... Abatari amashengero.... #..... Aba Islamu....#.... Imirwi y'ivugabutumwa mu makungu.... #..... ( mwandike iyo mirwi iyo ari yo...............................................................................) Amashengero yoba ariko arageragez kwitaho ubukene bw'abantu ?

Ego..............Oya.............

Asangwa ari Ego, ni igiki kigaragara amashengero ariko arakora mu kw'itwararika ubukene « ahayakikuje »
.......................................................................................................................................
.......................................................................................................................

Mbega icivugo c'intumbero ngenderwako c'amashengero kirimw'ishaka ryo kwitaho ubukene « bw'abayakikuje » mu mitima no ku mibiri ? Ego.........Oya.............

C. **Gute ?**

1. Mbaga ishengero ririyegereza abo aharikikuje ? Ego.......Oya.........
2. Asangwa ari "Ego", gute?
.......................................................................................................................................
..................................................................
3. Asangwa ari "Oya" ni iki ishengero ryokora kugirango ritangure kw'iyegereza abo "aharikikuje"?

…………………………………………………………………………………………………………………………………
……………………………………………………………….
4. Ibikorwa vy'ishengero vyoba bigenewe kw'iyegereza "abarikikuje"? Ego…….Oya………
5. Ni gute ishengero rikorana n'ayandi mashengero mvugabutumwa y'aba poroti "aharikikuje"?
Rikorana neza na yose……
Rikorana neza n'amwe, ariko ayandi si neza cane…..
Ntirikorana neza n'ishengero na rimwe…….

**D. Amikoro (ubutunzi)**

Ni ubuhe bwoko bw'amikoro ishengero rifise "aharikikuje"?
Television/ Radio…. Ibitabo……… Imangazini zidandaza ibitabo…..
Uruhusha rwa Leta kuvy'imihari yo gufasha "abatishoboye"……
Ayandi mashengero mvugabutumwa rukristo y'abaporoti yokorana naryo mugikorwa (ayandi mashengero asanzwe aho hantu…. Ibiro canke amashirahamwe yitaho ikwizabutumwa mu makungu….. Imihari…… Ibigo……. Amashirahamwe…… Ibigo bitangigwamwo inyigisho….. )
Ni iyihe migwi ikorana n'ishengero ubu mumigambi yaryo itomoye.
…………………………………………………………………………………………………………………………………
……………………………………………………………….
Hari akigoro ishengero ryagize mukuganira n'ayandi mashengero arikikuje kuvyerekeye kuzana abazimiye "barikikuje" kuri Kristo? Ego………….Oya……….
Asangwa ari Ego, niryari bazogerageza gukoraniriza hamwe "amikoro abakikuje" ngo bavugane ivyo ishigwa mungiro ry'Itegeko Rikuru rya Yesu Kristo ahabakikuje?
…………………………………………………………
…………………………………………………………………………………………….
Asangwa ari Oya, nikuki batogerageza?…………………………………….
…………………………………………………………………………………………….

**ISHENGERO – Integuro y'imenyerezwa 1.**
**Imfatiro za Bibiliya Ishengero ryubakiyeko :**
Ishengero mu nteguro y'Imana kubantu.

**I. INTEGURO Y'IMANA KU BANTU**
**Imana ni inyabushobozi ku vyaremwe vyose ( Zab 29:10;Dan2:20-21, 4:34-35,5:21).**
**Satani yaragararije ( yes14:3-21; Ezek28: 11-17)**
**Ubugarariji kw'isi (Ita1:28,2:1)**

| ASANGWA ISOMERO RIRENZA ABANYESHURE 9, BAGABURE MU MIGWI |
|---|

Ni izihe ngaruka z'icaha c'umuntu?
Ni gute mwodondora integuro y'Imana y'Ugucungura?
Ni ibiki iyi mirongo iri hejuru itubwira kuvy'integuro y'Imana ku muntu?
Ni iki 1 Yohana 4:16 hatubwira ku kuntu Imana ari urukundo?
Ni ibihe bindi biranga Imana bishobora kubonwa mu vyo yaremye, ingene yaremye umuntu mw'ishusho yayo, ukuza kw'icaha, hamwe n'intumbero yayo ntangere y'ugucungura?

**II. ISHIRWAHO RY'ISHENGERO**
**A. Uko ishengero ryavuzwe ko rizoza ritarabaho. Matayo 16: 18-19.**

1. Ni uruhe rufatiro rw'igikorwa c'ishengero ryanyu?

2. Ni ibiki bishika iyo Kristo Atari we rufatiro rw'igikorwa c'ishengero rishasha?
3. Ishengero ririho kubw'isi **(Ef. 3:1-10)**. Ingaruka z'ivyo ni izihe?
4. Kristo niwe mutwe w'Ishengero. Ni izihe ngaruka ziboneka z'ivyo ? **Ef.1 :23, Kol 1 :18.**
5. Ni gute tumwemerera (Kristo) akaba umwami n'umutware mu buryo buboneka?

**III. IGIKORWA N'AKARANGA K'ISHENGERO UYU MUNSI**

**A. Ishengero- Abantu bahamagawe baboneka aho babaye no kw'isi yose (Ef.1:10).**

Menya neza ko ishengero risanzwe rishoboragusobanurwa mu buryo bwinshi:

A. Inzu yitwa ishengero **1 Ab'I Korinto 16:19**
B. Ishengero ry'igisagara **1 Ab'I Tesalonike 1:1**
C. Amashengero y'akarere **Ab'I Galatiya 1:2** (Amashengero y'I Galatiya)

B. Ishengero ni umubiri wa Kristo.

Rom12 :4-5 ; 1 Kor 12 :12-31 ; Ef 1 :22-23 ; 4 :4 -16
Ingingo z'umubiri zirakeneraniye **( Rom 12:3-8; 1 Kor 12:12-31)**
Umubiri ufise umutwe umwe – Kristo **( Kol1:18)**

C. Ishengero nico gikoresho ca mbere c'Imana mu gukwiragiza ubutumwa bwiza. **(Mt 28:19-20).**

-Mbega uwizera arashobora kuba mu muryango mpuzamakungu w'abizera ( Ishengero ritaboneka) Atari mw'ishengero riboneka?
-Bisobanura iki kw'ishengero kuba kavukire?
Nimwige zimwe mu mpinyanyuro ngereranyo zikoreshwa mu kudondora ishengero **(Ef 2: 15,19,21).**

**INTEGURO Y'IGIKORWA.**

Ni gute Imana iriko irakora mu gihugu canyu mu gushitsa amasezerano yayo? Ni ibiki Imana yakoze mu mwaka uheze, mumyaka Ishengro ryayo? **Ni mwandike n'imiburiburi ibintu 10 bibonwa vyerekana ubwizigirwa bw'Imana mufatiye ku bihe igihugu canyu kirimwo.**

## ISHENGERO- integuro y'Imenyerezwa 2 . Intumbero y'Ishengero: Ni kuki Ishengero Ririho?

Kubwanyu, mutahura mute ivyo mwokwita intumbero z'Ishengero?

**I. INTUMBERO Y'ISHENGERO**.

**A. Gutazira Uhoraho- ( Rom 15:6,9;Ef 1:5f;2 Tes 1:12;1Pet 4:11)**

D. Ku bwanyu, guha Imana icubahiro ni ukuvuga iki ?
E. Nigute Ishengero ryoha Imana icubahiro
F. Imana ihabwa icubahiro gute muri twebwe ?
   I. **Kubwira ubutumwa bwiza abazimiye ( Luk 19 :10 ; Yoh 20 :21)**
   II. **Gukomeza abimbuzi ( Abanyefeso 4 : 11-16).**

Uburongozi butangwa (Ef 4 :11) ngo buhe abera ivya nkenerwa kubwo igikorwa (Ef 4 :12), atari ukugira ngo abarongozi bakore igikorwa ubwabo. Ni izihe ngaruka z'uku kuri kudasanzwe mu gikorwa canyu co gushinga amashengero ?
Ni gute ibi bizokora ku buryo mukora ivyo mukwiye gukora ?
Ni ibiki mubona mu Banyefeso 4 :11-16 ku vyerekeye ugushinga ishengero ?

**IBIGERERANYO MU VYO GUTAHURA INTUMBERO Y' ISHENGERO**

A.Mwogeraranya gute ishengero rishingiye ku migambi myiza

n'Ishengero rishingiye ku gushitsa Itegeko Rikuru ?
B. Mwogereranya gute ishengero "ry'igungana igikorwa" Muri gereranije n'Ishengero " ryitaho guter'abandi umwete mu gikorwa"?

**Matayo 28: 18-20**

A. Ni ukuhe guhumurizwa kuboneka muri uku kuri yuko "Ububasha bwose bwahawe Kristo"?
B. Ko ariwe mwami ahambaye, ni iki yadusavye gukora?

**Mariko 16: 15-20**

1. Ni ukuhe kugabishwa mubona hano ku batizera?
2. Ni ibihe bimenyetso bizogendana n'abizera?
3. Ni guta umwami yihishuye amaze kuduzwa mw'ijuru?

**Luka 24: 45-53**

A. Ni ibihe bintu abigishwa bategerezwa gushingira intahe?
B. Ni irihe sezerano Kristo yariko arabaha?

**Yohana 20: 19-23**

**A.** Ni iki Yesu yagomba gusobanura aho yavuga ngo "Amahoro abane namwe"?
**B.** Ni gute ivyo bifitaniye isano n'ijambo yavuze mu mirongo 22-23
**C.** Gutumwa bisobanura iki?

**Ivyakozwe n'Intumwa 1 : 1-11**

A. Ni iyihe ngaruka nziza isanzwe ijana n'uko ifise Mpwemu Yera akorera muri twebwe?
B. Ni ugushika hehe ingaruka nziza z'ubutumwa bwiza zizogarukira?

**Ibibazo vyo gushira mungiro:**

**ASANGWA ISOMERO RIRENZA ABANYESHURE 9, BAGABURE MU MIGWI**

Ni ubuhe bwoba mufise bukwiye kuneshwa n'ukumenya ububasha buhambaye bwa Kristo? Ni gute mworushaho "guhindura abandi abigishwa"? Ni gute ubutumwa bwiza bwo kwamamazwa "mu mahanga yose" mu gihugu canje?
Mbega murongora mufise ubushobozi bw'Imana kuri mwebwe? Ni gute mwokwemerera ubushobozi bwayo kwongerekana kubwo icubahiro cayo?
Nigute mwitwararitse amagorwa y'abazimiye?
Ni gute ivyo bizogira ingaruka kuburyo muzorongora ishengero mushinze? Bizana ubudasa ubuhe?

## ISHENGERO – Integuro ya 3 y'Imenyerezwa -- Imero n'Igikorwa: Urutonde rwa Bibiliya n'akaranga

**Ibikorwa = Ni igikorwa kiri mw'ijambo ry'Imana rikwiye kurangurwa**
**Imero = Ubuhinga bukoreshwa kugirango igikorwa kirangurwe.**

### I. Imero n'igikorwa mw'ishengero

- Tange akarorero k'igikorwa kanaka mw'ishengero.
- Tanga akarorero k'Imero kanaka mw'ishengero.

Ku gikorwa **Ugusenga,** zimwe mu mero ni (1) ugupfukama canke uguhagarara, (2) mugacerere canke mw'ijwi rirenga, (3) mu mirwi mito mito, canke umuntu umwe, (4) imbere canke inyuma y'ikoraniro, hamwe (5) n'ukwihana canke ukwinginga.
Ku gikorwa **kwigisha ijambo**, zimwe mu mero ni: (1) ishure ryo ku w'Imana, (2) inyigisho, (3) kwiga Bibiliya mu migwi mito mito, hamwe (4) n'inyigisho zikomeza imiryango

Kugikorwa **kuvuga ubutumwa**, zimwe mu mero ni : (1) ivugabutumwa rifatiye kubugenzi, (2) igikorane, (3) n'ugutumira abantu ku rusengero.

- Ni izihe mero mukuranya kenshi cane mugusenga?
  Ni izihe mero zikoreshwa mu kwigisha ijambo?
  Ni izihe mero mukoresha mukuvuga ubutumwa?
- Mwoshobora kuvuga ko imero kanaka yama ari nziza gusumba izindi, haba mugusenga, mu kwigisha Ijambo, hamwe no kuvuga ubutumwa?
  Ni izihe mero zimwe zimwe zokoreshwa mu gikorwa c'ugutanga?
  Ni izihe mero zimwe zimwe zokoreshwa mu gikorwa c'uguhimbaza?
  Kuri imwe imwe yose mu mero zikurikira, ni mu mbwire igikorwa bijanye: Igikorane c'urwaruka, Umubonano mpuzashengero wo gusenga, umuhari w'abaririmvyi w'ishengero, kugendana igiseke c'amashikanwa, umuziki udasanzwe mw'iteraniro, ishengero ry'abana, urutonde rw'iteraniro ry'ishangero, kwivuga amazina mw'ishengero.

## II. Ingingo Ngenderwako Zerekeye Imero N'igikorwa

1. Soma muri **Matayo 9: 14-17**. Ni gute inyigisho ya Yesu muvyo kubarira impuzu n'ivyo imikuza y'insato ya vono ijanye n'imero hamwe n'igikorwa? Gutangura ishengero mu buryo bwo "gutara vino mu mikuza y'insato mishasha" bisobanura iki? Ni iyihe ntererano **Matayo 12:1-8** hatanga kuri iki kibazo?
   Ni izihe mero zikoreshwa mu bwizigirwa kuvyo amafaranga mw'ishengero ryanyu? Izo mero zigereranywa gute na **1 Kor16: 1-2?**
2. Ni imwe mungingo ngenderwako yuko ishengero ritanguye **ryokwisunga akaranga**. Hoba hariho imero zitagihwanye n'akaranga k'aho ishengero ryanyu riri? Hoba hariho imero mukoresha muguhimbaza mukubatiriza no mukurongora ishengero zitobura neza n'akaranga k'ahandi hamwe hamwe?
3. Mwoshobora kwiyumvira umurwi kanaka w'abantu wo mu karere kanyu batokwakira neza zimwe mumero mukoresha (muguhimbaza, gusenga, gusigura ijambo ry'Imana) mw'ishengero musengeramwo? Hana ivyiyumviro kuri izo mero n'icokorwa hamwe mwoshinga ishengero muri uwo murwi w'abantu ari bo mwiyemeje.

   "Si ikigoye ko umusore kanaka, agiheza Seminari canke Kaminuza ya Bibiliya ata vy'ubupasitori amenyereye, ashobora kuba umupasitori w'ishengero; akibwira ko azi neza uko ikintu cose cokorwa. Ariyumvira imero nziza cane kandi yiyemeje guhindura ibintu vyose nk'uko yiyumvira. Ntazi uko abantu bameze, eka ntazi n'ico bo bagomba gukora. Ntazi n'uko ivyo yiyumvira vyoba vyarageragejwe imbere y'aho n'ingaruka zavyo. Ibi bishobora gushikana ishengero aho abantu batangura kwiyumvamwo ko umupasitori atabaha agaciro, ariko ababona nk'ibikoresho, bagatangura kumwiyamiriza. Biyumvamwo kandi ko ishengero ritakibabereye kandi ko pasitori akwiye gukurwa canke bo bakigira bakava mwishengero".

- Ni iki ukwo gukora kw'umupasitori w'umusore kutubwira kubijanye n'uburongozi bukorera abandi hamwe n'urukundo akunda ishengero? Ni iki mwoshobora kumubwira comufasha kubona ikosa ryiwe?

"Imero zishobora guhindurwa mu guhinyanyura igikorwa honyene. Igihe kimwe, mu ntumbero yo guhinyanyura uguhimbaza (igikorwa), umupasitori yatanguje ikoraniro n'indirimbo (nkuko vyari bisanzwe) hanyuma aca aravuga ijambo ry'Imana. Mu bisanzwe ijambo ry'Imana ryavugwa kumpera y'ikoraniro inyuma y'umuziki udasanzwe, ukuririmba kw'umwanya muremure, kuramukanya hamwe n'amatangazo, ariko uwu mupasitori

yahisemwokuvuga ku Mana n'ibikorwa bitangaje, hanyuma ahamagarira ishengero kuyihimbaza no kuyishimira mu gusenga, kuririmba amatazirano n'ingaburo year. Ukwo guhindura kwaragize akamaro kadasanzwe. Ibi ntibisobanura yuko yabigize uko uw'Imana ugeze. Vyakozwe iryo rimwe gusa kugirango abantu biyumvire mubundi buryo ivyerekeye guhimbaza nka kimwe mubigize ikoraniro. Hanyuma baca barasubira ku mero bahorana.

- Abantu bo mw'ishengero ryanyu bonezererwa n'uko ibintu bihindurwa rimwe gusa mw'ikoraniro? Ni kuki bonezerwa, canke batonezerwa?

Ibibazo vyo gusubiramwo, kwiyumvira ,no gushira mu ngiro.

**ASANGWA ISOMERO RIRENZA ABANYESHURE 9, BAGABURE MU MIGWI**

Ni kuki "imero n'igikorwa" ari nkenerwa cane mu bijanye n'ugushinga amashengero? Ni gute imero zagiye ziriyongera mw'ishengero ryanyu? Ni gute zagiye ziramenyerwa zikagumaho? Mbega imero mumenyereye mw'ishengero ryanyu zoba zifise intumbero canke igikorwa kijanye na Bibiliya?
Ni gute mworushiriza gukosora imero zo mw'ishengero ryanyu ngo zihure neza n'akaranga (k'aho muri)?
Ni izihe mero zimeze nk'intambamyi mugushikana ubutumwa bwiza kubazimiye? Canke ku gushikana uwucihana mu buzima bw'ishengero.

Ni gute bobarwanya hamwe mworondera gushinga ishengero rishasha rifise imero zitandukanye n'izo ayandi mashengero mufatiye ku karanga kanyu? Ni mu nzira izihe imero zanyu zitangaje kandi zitamenyerewe n'abihanye bashasha?

## ISHENGERO-integuro ya kane y'ukumenyereza
## -- Gusobanura Ishengero riri ahantu:
## "Ni igiki dushinga?"

### I. Ingorane ijanye n'ugusobanura ishengero.

1.Ni ryari umurwi w'abantu uba ari ishengero?
2. Ni izihe ngingo zokwishimikizwa mu kwemeza ko ari ishengero canke ko atari ryo?
3.Iyumvire ku mirwi ikurikira. Mbega uwo ari wo wose ni ishengero?
Kuki ari ishengero?Kuki atari ryo?

### II. Uturorero tw'insobanuro z'ishengero

### A. Akarorero ka mbere.

Insobanuro ikurikira igerageza gusigura ishengero hakoreshejwe ibigereranyo biva mu vyanditswe bidondora uko aba abantu b'Imana bakwiye kugira imigenderanire. Iyi nsobanuro ishimikira ku migenderanire yari ikwiye kuba mu bizera.
"Ishengero ni umurwi w'abantu biyemeje guhana agaciro(Rom12:10),kwemerana(Rom15:7);gufashanya(ikor12:25),kwakirana imitwaro(Gal16:2),guharirana(Ef4:32);guterana intege no kwubakana(1Tes5:11) guhimirizanya mu vyo ureukundo n'ibikorwa vyiza(Heb10:24),kwaturirana ivyaha(Yak5:16);gusengeranira(Yak5:16),gukoreranira(1pet4:10),hamwe n'ugukundana(1Yoh4:11)"

Ni gute iyi nsobanuro yoshimangira canke yobera intambanyi umugambi w'ugushinga ishengero?

Ni ubuhe bwoko bw'ishengero ryova mu murwi w'abantu bokwiyemeza ibipoperanijwe muri iyo nsobanuro?
Mbega iyi nsobanuro irahuye neza(n'ishingwa ry'amashengero)?Kuki bihuye neza canke bidahuye neza?

**B.Akarorero ka kabiri**
"Ishengeroriri ahantu ryubakiye kw'isezerano rishasha,ni ikoraniro ritunganijwe neza ry'abizera babatijwe,muri ryo ukugaragara kwa Yesu kwonyene ni ho gutsimbataye; bama bahurira hamwe mu guhimbaza,mu nyigisho,mu nyigisho,mu kunga ubucuti,mu ngaburo yera hamwe n'ukubatiza abizera bashasha, barongowe n'ukwumvira Ijambo ry'Imana,bahagarikiwe n'abashingantahe b'ishengero,nabo bagafashwa n'abadiyakoni mw'ishirwa mu ngiro ry'ingabire zishoboza uwizeye Imana yahaye abagize iryo shengero riri ahantu ngo baryubake,vyose hamwe bikagira ingaruka nziza yo gushingira intahe ubutumwa bwiz aho bari no kw'isi yose."

Ni gute iyi nsobanuro yoshimangira canke yobera intambamyi umugambi wo gushinga amashengero?
Ni ubuhe bwoko bw'ishengero ryova mu murwi w'abantu bokwiyemeza ibipoperanijwe muri iyo nsobanuro?
Mbega iyi nsobanuro irahuye neza(n'ishingwa ry'amashengero)?Kuki bihuye neza canke kuki bidahuye neza?

**C.Akarorero ka gatatu**
Insobanuro ikurikira isa n'iyakera rwose kandi ishobora kuba insobanuro mwokumvana abatari bake mu bahita batizera
"Ishengero riri ahantu ni inyubakwa abantu bakoraniramwo baharonkera inyigisho y'ivyo idini bahabwa n'ababikora babimenyereye nk'akazi,bigishijwe neza ivyo kurongora amakoraniro imisi yose y'Imana mu gitondo,hamwe n'ibindi bikorwa bakorera abantu nk'imanza z'ubugeni n'amaziko y'abapfuye?"

Ni gute iyo nsobanuro yoshimangira canke yobera intambamyi umugambi wo gushinga amashengero?
Ni ubuhe bwoko bw'ishengero ryova mu murwi w'abantu bokwiyemeza ibipoperanijwe muri iyi nsobanuro?mbega iyi nsobanuro?Mbega iyi nsobanuro irahuye neza(n'ishingwa ry'amashengero)?Kuki bihuye neza canke kuki bidahuye neza?

**D.Akarorero ka kane:**
"Ishengero riri ahantu ni urunani rutunganijwe neza rw'abizera babatijwe,barongowe n'umwungere ashobozwa na Mpwemu Yera, bagaragariza imigenderanire hagati yabo n'umwami no hagati yabo ubwabo mu kwama bitondera ivy'ingaburo y'umwami,bagamburukira ububasha bw'ijambo ry'Imana,bama bakoranira hamwe mu guhimbaza n'ukwigaIjambo,kandi basohoka hanze bakaja mw'isi gushinga intahe."
Ni gute iyo nsobanuro yoshimangira canke yobera intambamyi umugambi w'ugushinga amashengero?Ni ubuhe bwoko bw'ishengero ryova mu murwi w'abantu bokwiyemeza ibipoperanijwe muri iyi nsobanuro?
Mbega iyi nsobanuro irahura neza(n'iskhingwa ry'amashengero)?Kuki bihuye neza canke kuki bidahuye neza?

**III.Ingingo nganderwako mu gusobanura ishengero**

a. **mwirinde ivyo idondora ry'Imero**(imigirwa),itunganywa canke intonde z'ibikorwa mu nsobanuro yanyu

b. **Shimikira ku bikorwa Bibiliya ivuga** ishengero ritegerezwa kurangura

**IV.Kwandika isobanuro yanyu y'ishengero**

Ni izihe ngingo ngenderwako musanga muri umwe umwe mu mirongo ikurikira

**Ivyak2:42-47 1Kor12:28 Ef5:21**
**Ivyak14:23 1Kor14:33 Heb10:24-27**
**Ivyak20:7** Ef1:22
**Ivyak20:20:28** Ef4:11-16

Saba abashinga amashengero gukora ibikurikira
Umwe umwe wese ubwiwe

Andika insobanuro yawe y'ishengero
Itwararike ibibazo bikurikira ku vyerekeye insobanuro yawe:
Insobanuro yawe irumvikana?
Irahuye n'ivyanditwe?
Insiguro irakwiye ubwayo muri rusangi ngo idondore amashengero yose ahantu hose kandi ibihe vyose?
Mbega insobanuro yawe yerekana ishengero ryama imbuto/rivyara?

Saba bamwe bamwe mw'ishengero gusomera abandi banyeshure insobanuro zabo.

1.Ni ibihe bintu vyongeweko ku nsobanuro ngirakamaro z'ishengero abantu batanze bitari bikwiye?
2.Ni ryari inyubakwa ziba zibazikwiye mugushinga amashengero?
3.Ni kuki atari vyiza gushimikira ku mero mu gusobanura ishengero riri ahantu?

**Integuro y'igikorwa.**

Muri kumwe n'umurwi mukorana mugushinga amashengero,tegura umwungere muhurize hamwe ku nsobanuro y'ishengero izomurikira umugambi wanyu wo gushinga amashengero.Sangira insobanuro yanyu n' abandi bashinga amashengero, umumenyereza canke umuhanuzi wanyu.

## AKARANGA KO MU BURYO BWA MPWEMU-Integuro y'imenyerezwa1 --Ugutsindanishirizwa no kwizera: umushinge w'ubucuti hagati yacu n' Imana

Ni gute dushobora kumenya Imana vy'ukuri?
Mbega Imana iratwemera vy'ukuri?
Ukwemerwa kwacu imbere y'Imana kuva hehe?
Ni gute twobaho ubuzima buyimbara?
Ni ibiki bishika iyo dukoze icaha?

**I. Ugutsindanishirizwa si ...**

A. **Kubwo ibikorwa**

B. **Imbabazi**

**II. Ugutsindanishirizwa ni :**

A. **U kugororoka kw'imana : Abaroma 3 :21-24**

B. **Ukuguza Guhambaye : 2 ko5 :21, yes.61 :10,Rom4 :3-5,8 :1, Ef 4 :22-24.**

**III.Ibibazonyamukuru,mubijanyen'ugutsindanishirizwa n'ukwizera.**

1. **Turashobora kwitsindanishiriza ubwacu ?**
2. **Turashobora kw'ivyo Imana yakoze ?**

Akarorero :Iyumvire umuntu yakoze ubwicanyi bw'agahoberabunwa,akaba yiteze igihano co gupfa. Akirindiriye, umwe mu bagenzi biwe akaja ku mucamanza kumusabira ikigongwe.Umucamanza akishura ati : « Ubwo ni ubujuju ! Ni gute nokora ikintu nk'ico ? »Ariko umucamanza akavuga ati : « Ubwo ni bwo buryo bwonyene nshobora kumureka akigira mu mwidegemvyo. »Inyuma y'ukwiyumvira kurekure kuvanze n'intimba,wa muvyeyi akiyemezako azotanga umwana wiwe ngo yicwe ku bwa wa mugenziwiwe.....azi ko ari bwo buryo bwonyene buhari.Mu kwumvira,wa mwana wiwe akijana ku mucamanza akemera gupfa c'umugenzi wa se.Ku musi ukurikira umucamanza akica wa muhungu agaca apfungurawa mugabo w'umwicanyi.Igihe gito inyuma y'ivyo,bigashikako se waw a muhunguyumva ikiganiro hagati y'umwe yarekurwa n'uwundi mugenziwiwe ariko batamubonye.Amubajije ati : « Ni gute wakize igihano c'urupfu ? »,Umwe yarekurwa akishura ati : « Uzi n'inkuru ?Aho nari mu bitaro nariyejeje,nigenza neza,nkora ivyo abancungera bansaba.Maze barandekura kubw'ingeso zanje nziza. »

Mwibaza ko se wa wa muhungu yokwifata gute afatiye kuvyo uwo mugenzi wiwe yaba yavuze ? Uwo mugabo yokwiyumvira gute ku kamaro k'inyifato nziza ya wa mwicanyi, mu vy'ukurekurwa kwiwe, inyuma yaho umuhungu wiwe yoba yitanze kubwiwe ?

A.Mbega dutegerezwa kwizigira Imana n'imitima yacu vyonyene ?

Ni mwandike insobanuro yanyu y'ugutsindanishirizwa ukwizera.
Mbega bisobanura iki iyo tudondora ugutsindanishirizwa kubwo ukwizera nk'aha ari « ukugororoka kw'ubunebwe » ?
Mu kugendana n'Imana kwacu kwa misi yose,ni kuki bitugora cane twebwe abatanguriye mu buntu kubandaniriza mu buntu,twizigira igikorwa giherahejwe neza ca Yesu Kristo ku musaraba ?
Ni gute ugutsindanishirizwa kubwo ukwizera kugira ikimazi kuburyo mwunga ubucutin'Imana n'uburyo mwibazako Imana ikorana namwe ?

**Integuro y'igikorwa**
Igisha uwundi muntu insobanuro y'ugutsindanishirizwa kubwo ukwizera,hanyuma muce mumusaba yiyandikire insobanuro yiwe bwite.Muzozane ivyo bazoba banditse mu cigwa c'ukumenyerezwa kizokurikira

## AKARANGA KO MU BURYO BWA MPWEMU --Integuro y'Imenyerezwa2
## Kubaho nk'uko ubutumwa bwiza buvuga : ukwikunkumura ukwiyizigira

Ni gute mwiyumvira ko uko mwizera ubutumwa bwugutsindanishirizwaku bwo kwizera kugira ingaruka nziza ku gukurira muri kristo kwanyu uyu musi ?
Yesu avuga ivyo agakiza kava ku kwizera muri **yohana 3 :36**.Mu Baroma,Paulo atangaza mu buryo buboneka inkuru y'ugutsindanishiriza kubwo ukwizera kwonyene : Mufatiye ku bihimba bitatu bikurikira, n'igiki gisabwa kugira ngo habe ugutsindanishiriza ? **Abaroma 1 :16,**

**Abaroma 4 :5, Abaroma 10 :9-10**.Mu b'Igalatiya, Paulo aremeza agakiza kava kukwizera **Abigalatiya 3 :2-5**. Mu b'Igalatiya 3 :2-5, Paulo atanga ingaruka zibiri z'ukwizera ( ukwemera). Ni izihe ? Ni iyihe ntumbero yishimikiza ?

Ni iki Ab'Igalatiya 4 :15 hatubwira ko catakaye kubwo kugerageza kwumira kuvyagezwe mu kibanza c'Ugutsindanishirizwa ?
Ni akahe kaga kari mu kwiyizgira ? Ni gute abizera b'igalatiya bari baraguye bakava mu butumwa bwiza ?
Muremera iri ryungane rivuga ngo » Ukwwizera amikoro (ubutunzi) yacu bwite birashoboka ko coba arico cambere cerekana ku mugaragaro ukutizera kwacu ?

Nk'akarorero, reka tugereranye imisi ibiri mu buzima bwawe.Ku mus iwa gatandatu umwe uravyutse uja mw'ikoraniro ryo gusenga nk'uko bisanzwe. Uriko urajayo, ukagiriranira ikiganiro c'umwanya muto ariko kiryoshe n'umubanyi wawe. Ukabandanya ugira umusi mwiza cane ubonekanwa ubwiza w'Imana mu buryo butandukanye. Uriko urataha, imuhira,ukaronka akaryo ko kubwira umuntu ubutumwa bwiza,ugasangira nawe ivyerekeye Kristo n'agakiza kiwe. Umusi wa gatandatu ukurikira ukaba utandukanye rwose n'uwa mbere. Wikanguye utevye, ugasiba mwikoraniro ryo gusenga, Ugize ngo uracasohoka ukavugana nabi n'umubanyi wawe muri rusangi uwo musi ukirranwa ukuzazanirwa nk'aho umenga Imana ntiri hafi yawe. Ugatangura kwumva umerewe nabi kubwo ivyo wakoze, ariko ikugutangaza, ukaronka akayo ko kubwira umuntu Ubutumwa bwiza.Wokwirengagiza ako karyo ko kuvuga ubutumwa bwiza kuko wumva umengo ntubibereye ? Uribaza ko bishoboka ko Imana iguhezagire ku musi ubona ko ari mubi ? AsaGWA ARI OYA ? NONE NI KUKI BITASHOBOKA,

**Akarorero :** Kwigenekerezo rya 21 Myandagaro, 1544, Martino Luteri yandikiye umwe mu bagenzi biwe bo kumutima yizigira, George Spalatino. Spalatino yari yaramuhaye impanuro yabonye mu nyuma nk'icaha.Amaze kubibona atyo, arengerwa n'umubabaro hamwe n'ukwiyagiriza.Yarumva ko yari kuba yabimenye neza kandiko mu bisanzwe atari kuba yakoze kosa nk'iryo. Ntiyashobora guhozwa. Luteri amaze kumenya uko yari amerewe, yaranditse ngo amuhe indemesho, avuga ati, « …….. ico ngusavye nkwinginga ni uko wo kwifatanya ugakorana n'umurwi wacu, twebwe abanyavyaha b'ukuri, badasanzwe kandi b'intagondwa. Ntutegerezwa mu buryo na bumwe gutuma Kristo asa n'aho yatwirengagije kandi yadusazuguye, nk 'uko umengo yoba umufasha wacu igihe twoba twikunkumuye ivyaha vyacu vyo mu vyiyumviro, mu ngiro no mu bwana. Oya ?Oya ? Ivyo ntivyotubera vyiza.

Ahubwo ategerezwa kuba Umukiza n'Umucunguzi ku bigabitanyo n'ibicumuro biboneka bihambaye, bibabaje, kandi bikwiye igihano,ego cane, mbere akadukura mu vyaha bikomeye cane mbere biteye umubabaro, mu ncamake, mu vyaha vyose hamwe biteranijwe hamwe mugitigiri ca vyose hamwe…. » vyavuye muri : Martin Luher Companion to the Contemporary Christian. ( Uwo mutwaro w'igitabo usobanurwa : Umugenzi wa Luteri ku Mukristo wa kino gihe.)

Twoba twarabaye abanyavyaha bato bakeneye umukiza muto gusa canke turi abanyavyaha nyakuri bakeneye Umukiza nyakuri ? Sigura.
Ni igiki kiba iyo twongeye ikintu kuco Kristo yamaze gukora ?
Mwoba muriko muratakaza ukwumva umunezero muri Kristo ?
Asangwa biri uko nikuki ?

Nigute ubutumwa bwiza buja mungiro kuri twebwe nk'abizera ? Ni irihe tandukaniro riri hagati yo kwirata inkomezi n'ukwizera ?
Ni gute kubaho mukwizera kugira ingaruka ku vyiyumviro n'ibikorwa vyo mu kubaho kwacu kwa misi yose ?

**AKARANGA KO MU BURYO BW'IMPWEMU -- Integuro y'Imenyerezwa ya gatatu 3**
**Ugukura Rukristo : Kugira Kristo ishimikiro ry'Ubuzima Rukristo**

Ni gute twokwiyubara ngo ntitwame dukwegerwa n'Icaha ?
Ni gute twokura mukwizera kwacu kuburyo tugiriranira ubucuti bukomeye kandi buzima hamwe na yesu Kristo ?

I. **Gukura mu mpwemu ni iki ? Ni iki abifilipi 2 :12-13 hatubwira kuvyumubano dufitanye n'Imana mugukura kwacu ?**

II. **Uruhara rw'umusaraba mugukura mumpwemu .**

A. Ni giki iyi mirongo itubwira kuvyerekeye **Ugukura mu kumenya ukugororoka kw'Imana ? Yeremiya9 :23-24 ,Yohana 17 :3,Fil. 3 :8**

**B. Kwigira kumenya icaha cacu –E F 3:8, 1Tim 1-15**

1. Ni gute dushobora kumenya neza ubunyavyaha bwacu ?
2. Ni gute twokwimenyako icaha arikimenyetso cuguca bugufi ?

**C. Ingaruka nyezina hagati y'ukugoroka kw'Imana hamwe n'icaha cacu.- Abaroma 8 :10 ; 1 Yohana 1 :9**

Ni igiki congereza urugero rw'ugukura kwacu mu nkomezi ?
Ni igiki kigabanya urugero rw'ugukura kwacu ?

**IIIntambamyi z'ugukura rukristo**

A. Ubufarisayo ni ukubaho hakurikijwe amategeko, ibikorwa n'ukwiyemeza( ku nkomezi zacu ubwacu)-ingorane y'ubwibone. Ni iki muri **Luka 10 :38-42** hatubwira ko arirwo rupfunguzo rw'ugukura atari ubwibone ?

Mbega ubufarisayo bumeze nk'iki iyo buriko bugirwa ku Mana ? Mbega ubufarisayo bumeze nk'iki iyo bugizwe ku mugore /Umugabo wawe ? Mbega umugore /Umugabo wawe yokwifata gute ? Tanga akarororero.

B. Ukwihebura – Kubura ukwizera – Ni nde mu **Baheburayo 10 :14** hatubwira ko two kwizera asangwa tugomba gukuraho igisika hagati y'ukugorooroka kw'Imana n'Icaha cacu ?
Ni iki twokora kugira ngo tuneshe ukwihebura

C. Kugira ngo ikirengero kizibirwe ni igiki gikwiye gukura mw'Ishimikiro ryacu ? – **Abigalatiya 6 :14**

Ni gute twokwiyubara ngo ntidukwegwe n'Icaha ? Nigute twokura mukwizera kwacu kuburyo tugiriranira ubucuti bukomeye kandi buzima na Yesu Kristo ?

Asangwa hagisigaye iminota cumi n'itanu kugira ngo muheraheze gukurikira, bigirire mwisomero. Ansangwa atamwanya uriho, bazokora ibi NK'INTEGURO Y'IGIKORWA nkurikira c'Igwa. Shira abigishwa mu mirwi ya babiri babiri muce mubasaba gukora ibikurikira : dondagurira uwo murikumwe ivyo wize kuvyerekeye ugukura mukugorooroka mwongere

mumusigurire ingene ushobo gushira mungiro ivyo Yesu yakoze kubuzima bwawe bwa misi yose .

**AKARANGA KO MU BURYO BW'IMPWEMU**
**Integuro y'Imenyerezwa 4**
**-- Ubushobozi buhidura bw'Ubutumwa bwiza : U**kwidegemvya ku kuganzwa n'icaha**.**

Kugira ngo dutahure ubushobozi buhindura bw'ubutumwa bwiza, dutegerezwa kubona neza imigambi na kameremere kubuzima bwabantu. **Ubwambere akameremere k'ubuzima butarimwo kristo ni ako ukuganzwa n'icaha.**Murako kameremere kubuzimire turi abanyagano bicaha kandi ntidushobora kw'idegemvya kuvyo ukuganzwa n'umubiri**.(Rom3 :11-12,23).**
**Ubwakabiri, umugambi w'imana kubuzima bwuwizeye ni uko urupfu rw'ukwitanga rwa yesu rutwikira icaha cacu maze ntitube tukiri ahantu ho« kuganzwa n'icaha » ariko tuganzwa « n'ukugororoka ».** Turabohorwa urubanza rw'icaha hamwe nubushobozi bw'icaha. Tubaho mumumwidegemvyo ngo dukunde Imana. Akameremere kicaha karapfa maze ntitube tukri musi y'ukuganzwa naco ;tuba ubumwe na Kristo
**(2 Kor :5 :17-20)**
**Ubwa gatatu, ivyo « tumenyereye mu buzima bwacu » ntibiserura neza cane ukuri kwibonekeza kw'ingene iduha kumera muri Yo**.Dutegerezwa kumenya ko ivyaha vyacu vya misi yose maze tukihana tugatumbereza ivyiyumviro vyacu kubugombe bw'Imana. Akameremere k'icaha siko katuganza ariko kama kagerageza katurwanya ngo kabone uko karusha inkomezi
**( 1 yohana 1 ;9- Rom 7 :19,8 :9-13 )**
Cagura 2 mu banyeshure barusha abandi gukerebuka mw'isomero.Bazane imbere ya bagenzi babo. Umwe akine uruhara rw'umuntu abayeho muburyo bwa mbere maze uwundi akine uruhara rw'umuntu abayeho muburyo bwa 2 n'ubwa3.
Tuvuge ko...............................(Izina) abayeho muburyo bwa mbere.Turabire hamwe akameremere kuburyo abayeho.
**UBURYO BWA MBERE – Umunyavyaha atizera ( Ef 4 :17-19 ,Rom8 :5-8)**

**1.Ntagira ivyizigiro 7.Ari mumubiri**
**2.Ntiyavutse ubwakabiri 8.Ntiyiyujujwe n'Imana**
**3.Aganzwa n'Icaha 9.Ni uwo gucirwako iteka kubwo icaha**
**4.Igihumane 10.Yaratandukanijwe n'Imana**
**5.Umunyavyaha 11.Aganzwa ni vyagezwe**
**6.Umwasi w'Imana**

**Ubuntu bw'Imana hamwe n'ugukora icaha.**
Asangwa vy'ukuri ubuntu butwikira icaha cose tukaba twatsindanishirijwe n'ukwizera bitavuye ku kwumvira kwacu, twoshobora kubandanya dukora icaha ? Asangwa ubuntu bw'Imana buhabwa aho bataabubereye ariko bakabwakira kubwo ukwizera yesu Kristo, n'ibisanzwe kubaza ikibazo. Twoguma dukora ivyaha twiteze ko ubuntu bw'Imana bubitwikira**( GAL 5 :13,Rom6 :1-2 )**

**II Twabatijwe murupfu rwiwe – Twazukanye n'ukuzuka kwiwe**
1.Nigute twapfuye ? **( Rom6 :3-5)**
2.Ni igiki cabaye kubwo guphana na Kristo kwacu? **(Rom 6 :6-10, 10,22 )**

3.Ni giki cari gikwiye kuba mubwenge bwacu kubijany n'Icaha ?
**( Rom6 : 11)**

Tuvugeko ....................(Izina ) abayeho muburyo bwa kabiri
Turabire hamwe akameremere k'uburyo abayeho.

**UBURYO BWA KABIRI – Umugororotsi – ukuri nyezina nkuko Imana ikubona. Ef 4 : 22-24, Abaroma 6:18-22, Abaroma 8 :9-11 )**
**1.Yiyujuje n'Imana 9. Si umunyavyaha ariko n'umweranda**
**2.Yunzubumwe na Kristo 10.Aganzwa n'ubuntu**
**3.Yarahariye icaha cose 11. Ni muzima muri Kristo**
**4.Yarapfuye kucaha 12.Arejejwe kandi ntagasembwa agira**
**5. Aganzwa na mpwemu yera 13.Ni umugororotsi**
**6.Ni mushasha n'umuntu wimbere 14.Ivyiyumviro vy'iwe biri kuvyo**
**7.Yarabohotse ku kuganzwa mpwemu yipfuza**
**n'akameremere k'icaha 15.Afise ubugingo na mahoro.**
**8.Yaravuye murupfu**
Tuvuge ko....................(izina) abayeho mu buryo bwa gatatu. Turabire hamwe akameremere k'uburyo abayeho.

**UBURYO BWA GATATU – Umweranda –uko abona Ibintu bigenda mu buzima bwiwe (Ef 4/25-28, yakobo 1.13-14)**
Kimwe cose mu biranga ukubaho cadondowe muri ibi bikurikira ni ukuri nyezina ariko ivyo tubona n'ivyo twiyumvira birimwo :

1.Gucumura agategerezwa kwihana
2.Icaha kirarwana ngo congere kumugirako ububasha
3.Arerekana ivyamwa vya Mpwemu yera
4.Mpwemu Yera aramwemeza ivyo icaha.
5.yarahariwe ivyaha vyose
6.Ni umwana kandi ni samurarwa w'IMANA
7.Arakura muri kristo
8.Umwidegemvyo kuvyo kuganzwa na kameremere k'icaha
9.Si umunyavyaha ariko ni umweranda
10. Kugumirwa n'ukworoherwa mumpwemu.

**III Inkomezi zo kudakora icaha n'inkomezi zo kuba mu buzima bwo muri Kristo**
Ni iki umuntu wo mu buryo bwa gatatu yokora ?
Ni igiki umurongo wose mu yikurikira utubwira ku vyerekeye ubugingo bwacu bushasha muri Kristo?
A.Tahura akameremere Gashasha **(Rom6 :6)**
B.Baho muri Mpwemu **(Rom8 :5-7,Gal1.5 :16)**
C .Imenye nk'umwana w'Imana **(Rom8 :16-17)**
D.Hinduka mu bwenge **(Rom12 :2,2 kor,10**
E.Menya ukuri **(Yohana 8 :32,KOl 1 : 5-6)**

> **A.** Ni kuki hariho itandukaniro hagati y' uko tumeze nk'uko Imana itubona hamwe n'uburyo twiyumva n' uko dukora rimwe rimwe ?

**B.** Mbega ivyo bisobanura ko gucumura atari ingorane ku ruhande rwacu ?
**C.** Ni gute twokwegereza uko twiyumva hamwe nibikorwa vyacu hafi yuko tumeze mu mpwemu.
**D.** Ni gute mwemerera uko mwiyumva ( aho kwobaye ukwizera ijambo ry'Imana kwanyu) kukaba ariko kugira ingaruka kuburyo mubona ubuzima muri kristo ?
**E.** Ni kuki hariho itandukaniro hagati y' uko tumeze nk'uko Imana itubona hamwe n'uburyo twiyumva n' uko dukora rimwe rimwe ?
**F.** Mbega ivyo bisobanura ko gucumura atari ingorane ku ruhande rwacu ?
**G.** Ni gute twokwegereza uko twiyumva hamwe nibikorwa vyacu hafi yuko tumeze mu mpwemu.
**H.** Ni gute mwemerera uko mwiyumva ( aho kwobaye ukwizera ijambo ry'Imana kwanyu) kukaba ariko kugira ingaruka kuburyo mubona ubuzima muri kristo ?

Bwira abanyeshure uti « Murazozana Nankana, (ari yo journal ) canke ikaye yokwandikiramwo mu kindi cigwa kizokurikira zokoreshwa nka Nankana. »

## AKARANGA KO MUBURYO BW'IMPWEMU -- INTEGURO Y'IMENYEREZWA 5 –
### Kwandika muri nankana /agatabo k'icibutso ivyubuzima bw'Impwemu

**I. igituma dukwiye nankana y'ivyo Impwemu**.

**A.** Ni icibutso c'urukundo rw'imana n'ukuyisunga iyo duciye mu ntambara n'ibiduca intege.

Nigute ako gatabu k'icibutso gasa n'icibutso ca yosuwa ? **( yos.4 :1-9)**

**B.** Birafasha mu gukomeza ubwizigirwa mu gukurakura kwo muri mpwemu no mu gikorwa c'Imana.
**C.** Bidutera intege zo kwiyumvira ku buzima bwacu no gutomora neza imigambi yacu mikuru.
**D.** Bidufasha gukura mu kwizera tubonye ingene ukumenya Imana kwacu kwagiye gukura.
**E.** Bidufasha ku bona ingene Imana yishura amasengesho .
**F.** Ni kimwe mu bikoresho bitwereka iterambere ry'Ishengero ryacu.

**II.Umwanya wo kwihererana n'Imana ku musi ku musi**.

Ibikurikira abe ari vyo muzoshira mu gatabo kanyu ka misi yose k'icibutso.

**Ijambo ry'uyu musi:** Andika igice co muri Bibiliya muriko murasoma mu mwanya wanyu wo gusenga.

**Ivyo mwahishuriwe ubwanyu:** Soma igice co muri Bibiliya, fata umwanya wokwiyumvira no gusenga kubwaco. Andika ivyo Mpwemu abahaye ku vyerekeye ico gice. Ni iki ico gice kivuga? Ni ibiki mwatahuyemwo? Ni gute mwoshira mu ngiro ico gisomwa mu buqzima bwanyu uyu musi?

**Amasezerano yo gukomoza:** Muri iki gice hoba harimwo amasezerano? Yandike kandi shima kubwo ukwo kuri.

**Itegeko ryo kwumvira:** Mbega ico gisomwa kirimwo amategeko mukwiye kwumvira?

**Amasengesho:**Tondeka imitwaro yose mwipfuza gusengera hamwe n'inyishu z'imitwaro mwasengeye. Bitomore neza uko mushoboye. Ibi bizobafasha kubona uko Imana ikorera mu masengesho yanyu.

**III. Urutonde rw'ivyakozwe ku musi ku musi.**

Kugira Urutonde rw'ivyakozwe ku musi bifasha kugenzura iterambere ry'igikorwa canyu co gushinga amashengero.

1. **Integuro z'ibikorwa:** Andika igikorwa cose mwakoze mu nteguro zanyu z'ibikorwa.Tondesha ibikorwa vyaranguwe ku nteguro y'igikorwa kiriko kirarangurwa.

**Abo mwavuganye:**Tondeka abo mwavuganye mw'ivugabutumwa vy'uwo musi.Andika ingaruka z'uwo mwanya mwamaranye.Mwashinze intahe?Bavyakiriye gute?Barugurutse canke ntibakira ubutumwa bwiza?

**Amakoraniro:**Andika ivyerekeye akarwi gatoya k'abantu,ikoraniro ry'umurwi mu muhana,canke igikorwa kidasanzwe. Ni ryari kandi ni hehe ikoraniro ryabereye?Ni nde yari arirongoye?Mwakoze iki (kwiga Bibiliya,amasengesho,kwereka abagenzi Sinema ya Yesu) ? Hari haje bangahe?Ni bangahe bama baje?Abashitsi ?Hari uwakiriye Kristo nk'umukiza ? Andika ingorane canke ibibazo bidasanzwe vyo kwitonderwa hanyuma.

**Ivyiyumviro:** Fata umwanya wo kwiyumvira kuri uwo musi. Hari ico mwungutsemwo? Mwoba mwize canke mukagira ico mubona ku buzima bwanyu mwipfuza kwandika? Ibi vyiyumviro ni ivyo kwandika ubwanyu ku buzima bwanyu. **Ntibitegerezwa kubonwa n'uwundi muntu n'umwe.** Bigufasha kwihweza neza uko umusi wose wagenze no kwandika ikintu cose Mpwemu year ariko arabigisha.

| |
|---|
| Mu mwanya usigaye, bwira abanyeshure uti: "Mukoresheje agatabu k'icibutso mwazanye, iyumvire mwandike icibutso c'ivyo impwemu canyu kuri uyu musi." MUMENYEREZA,hari aho wokenera impapuro nkeya kuri abo baba bibagiye izabo. |

**Integuro y'igikorwa**

Mukoresheje igicapo c'ivyo urukurikirane rwo gushinga amashengero,andika icibutso ku musi ku musi cerekeye ugusenga kwanyu n'iterambere ry'igikorwa.Hari aho mwokenera gukoresha imitwe yamajambo muhejeje kubona mugutegura icibutso canyu kumusi kumusi.Itegurire kweeka ako gatabu kicibutso umuhanuzi canke umumenyereza wanyu.

## UGUSENGA – Integuro ya 1,2 y'Imenyerezwa -- Igikorane ca masengesho: Gusengera Umuvyuro

**Ingene igikorane c'amasngesho gitegurwa n'uko kirongorwa.**

Ibikorane vy'amasengesho bishimikira kuvyiyumviro bibiri biri mw'Ijambo ry'Imana: Ugusenga kwerekeza ku umuntu.
Gusenga kwerekeza kumitwaro yo hanze .

A.**Umutwe wa majambo**: Igikorane ca masengesho co tunganirizwa kumutwe w'amajambo kanaka.
B**.Ivyanditswe** : Tanga umurongo wo muvyanditswe ushigikira umutwe

w'amajambo
C.**Intumbero** : Gutazira Imana
D. **Kwihana no kwitegura** : Gusengera mu gacerere mu kwihana.
E. **Gusenga mumirwi mitomito**:

| |
|---|
| Shira abaje mumirwi ya Bantu 2-6 basengere wa mutwe wa majambo ushobora kuba werekeye umutwaro w'aho muri, Intara, Igihugu, canke kurwego mpuza makungu. Inyuma y'umwanya wagenewe gusengera mumirwi mitomito, rongora amasengesho y'ukuboneka kw'urunani rw'amasengesho mu gisagara canyu canke aho muherereye. |

F.**Ukudondora**: Amakuru ni bikoresho nk'amakarata ni ntonde.
J.**Gutazira n'uguhimbaza**.

II. **Igikorane c'amasengesho**.

| |
|---|
| Umumenyereza yo rongora abanyeshure bose kumutwe w'amajambo w'ugusenga hakoreshejwe ibikurikira |

**A. Amasengesho y'uguhimbaza nukwirimbura (Umumenyereza arongore igice c'Igikorane.)** Muri iki gikorane tuzoshimikira kumero z'amasengesho yesu yashimikiyeko mw'**Isengesho ry'Akarorero.**
**Matayo 6:9-13.**
**"** Nuko musenge mutya**,** muti
Data wa twese wo mw'Ijuru
Izina ryawe ryubahwe. Isengesho ry'uguhimbaza nukwirimbura
10.Ubwami bwawe buze Isengesho ry'ubumwe
Ivyo ugomba bibe mw'Isi
Nkuko biba mw'Ijuru Isengesho ry'ukwishikana
11.Uduhe ivyokurya
dukwiranye uyu umusi Isengesho ry'ugusaba
12.Uduhebere imyenda yacu,
Nkuko natwe twahebeye abari
mu myenda yacu Isengesho ryo kwihana
13.Kandi ntutujane mubitwosha nabi
Ariko udukize wa Mubi Isengesho ry'ukurindwa Umubi

Soma kandi murimbure musenga iyi mirongo y'ugutazira.
**Efes.1: 6; 1Petero 4:11; Zaburi 7:19**

| |
|---|
| Kuko uwu Atari umwanya wokwiga bibiliya, ntimufate umwanya wo guhana ivyiyumviro kuri iyo mirongo mu ntanbuko zitandukanye z'igikorane c'ama sengesho. Rongora umurwi mu mwanya w'amasengesho magufi aho abagize umurwi berekana ibiranga Imana, uko imeze n'izina ryayo, hanyuma bayitazire |

B**.Isengesho ry'ukwunga ubucuti n'Imana ( Uwuvyishakiye mu banyeshure ni arangore umurwi muri iki gice cigikorane. Yohana15:7-10;Yakobo 4: 4-8**

**C.Isengesho ry'ukwishikana (Uwugira kabri avyishakiye mubayeshure arongore umurwi muri iki gice c'Igikorane.)**

**Soma wongere wiyumvire ku mirongo ikurikira mu buryo bwo gusenga : Yohana 14 : 23-24, Abaroma 6 : 12-13 ; Abaroma 8 : 5.**
**D. Isengesho ryo kwinginga( umunyeshure wa gatatu ni arongore umurwi muri iki gice c' amasengesho)**
**Ab' i Filipi 4 :6-7 ; Yohana 15 : 5-7 ; Yohana 14 : 12-13**
**E. Isengesho ry' ukwihana no kubohorwa( uwugira kane arongore umurwi mw' isengesho ryiyoroheje ry' ukwihana).**
**2 Kor 7: 10; Yesaya 59: 2; Zaburi 66: 18-19.**

| |
|---|
| Reka abanyeshure bungurane ivyiyumviro ku gice icari co cose c' ikoraniro ryo gusenga. Hanyuma, musabe abanyeshure kungurana ivyiyumviro ku bibazo bikurikira. |

A. Ni igiki gisa n' icagenze neza?
B. Ni igiki kitagenze neza ?
C. Hari igice kanaka c'ikoraniro caranzwe n'intege nke ? Asangwa vyashitse, ni ukubera iki ?
D. Ni ubuhe buryo busa na bwiza cane mu kurongora iryo koraniro ?

## AMASENGESHO-Integuro y'Imenyerezwa 3--uburyo bwo Guhimiriza Abantu Gusenga: Uburyo bwo gukangurira abantu Gusengera Ishingwa ry'Ishengero

| |
|---|
| Tegura iki cigwa ikiringo c'amasaha abiri |

**I. Amasengesho-Akaranga Nyamukuru k'Ivugabutumwa n'Ishingwa ry'Amashengero. Rom 10:1; Ef. 6:18; Ef.6:19-20; kol.4:2-4; 2 Tes. 3:1-3**
**II. Uburyo bwo Gushigikiza Amasengesho Ivugabutumwa n'Ishingwa ry'Amashengero**

Ni ubuhe buryo bushoboka mwocamwo ngo muhimirize abizera gusengera intumbero yanyu yogushinga amashengero ?

A. **Mu mirwi Mitomito**
I. Ni iki umurwi muto woshimikirako mu masengesho yawo ?
B. **Imirwi ya batatu batatu** (abizera batatu basengerahamwe)
II. Ni iki abantu batatu bashimikirako mu gusenga kwabo
C. **Urugendo rw'amasengesho.**
Ungurana ivyiyumviro kuvyo urugendo rw'amasengesho. Mwiyumvira y'uko ubu buryo bubereye? Ningirakamaro?

Ico kwigako 1:

Akarere ko hafi kazwi ko karimwo igitigiri kinini c'ingorane z'imiryango kariyumviriwe ngo gashinguremwo ishengero. Ingorane z'abanyagihugu nk'ukubura akazi, ugusambuka kw'ingo, ukunywa ibiyayuramutwe hamwe n'ubbwicanyi vyari bigwiriye cane. Mu gice ca mbere c'integuro yo gushinga ishengero aho hantu, hateguye urugendo rw'amasengesho kw'ibarabara

ryose ry'ako karere. Uko bagenda basenga, baranditse ibintu vyose Mpwemu yera abahishuriye. Izindi ngendo nyinshi z'amasengesho zarakurikiye urugendo rwari rwatanguye. Ingendo z'amasengesho zimwe zimwe zagizwe kw'ishure ryariho, izindi mw'isoko n'ahahakikuje, izindi zigirwa ahakikuje ako karere kose. Urugendo rumwe rw'amasengesho rwagiriwe mw'ishamba ryegereye ako karere. Muri iryo shamba, ryari rizwi ko ari ho ibiyayuramutwe bitangirwa, ibimenyetso vy'ubupfumu vyarabonetse ku biti. Umurwi wari ugize urwo rugendo rw'amasengesho umara akanya usambuza ingaruka mbi sengesho umara akanya usambuza ingaruka mbi z'ivyo bihumanaya. Mu myaka itatu iheze ako karere kiyumviriweko ngo hashingwe ishengero, ingorane z'imibano zaragabanutse, ubwicanyi bwaragabanutse gushika ku bice 40% , kandi ishengero ry'abantu 70-80 ryarashinzwe. Ubu hariho umwete wo mu buryo bw'impwemu wo gusambuza ububasha buriho, kandi Imana iriko ikora ibihambaye mu buzima bw'abatari bake (vyakuwe mu kinyamakuru citwa DAWN Europa Prayer Manual, August 1994, page 13).
Ibi vyabaye ubivugako iki?
Ni izihe nyungu zihambaye ziva muri ubu bwoko bw'urugendo rw'amasengesho?
Ni izihe ntambamyi nyamukuru zabaho?
Ico kwigako2.
Uwushinga amashengero n'umuryango wiwe bimukiye mu nzu nini igizwe n'amazu agerekeranye mu gisagara mu nzu nini igizwe n'amazu agerekeranye mu gisagara bipfuza kubona ishengero rihashinzwe. Umugoroba umwe bwije, abagize uwo muryango bagendagenda muri iyo nzu bose bari kumwe. Bahagarara imbere y'urugi rwose bagasengera abantu bari muri iyo nzu. Umuhungu wabo mutoya yasaba ko umuntu wese muri iyo nzu yasaba Yesu kuza mu mutima wiwe. Umwigeme umwe yasaba ko ingorane z'amafaranga zorangira, uwundi mwigeme yasengera imigenderanire myiza mu muryango. Nyina wabo yasengera amagara meza ku bagize umuryango, se wabo nawe yasaba ko imigisha y'Imana yoba kuri iyo nzu. Inyuma y'urwo rugendo rw'amasengesho, umwe ashinga amashengero yabonye abantu 14 muri iyo nzu igerekeranye baza kuri kritso maze ishengero ritoya riba riratanguye.
Ibi vyabaye ubivugako iki?
Ni izihe nyungu zihambaye ziva muri ubu bwoko bw'urugendo rw'amasengesho?
Ni izihe ntambamyi nyamukuru zobaho?

**D. Umuhari w'abanyamasengesho.**

1. Mbega murafise umuhari ubashigikira n'amasengesho?
Ni gute ubafasha? Uwo muhari muwusaba gusengera iki?
2. Ni izihe nzira mwocamwo mu kwama mumenyesha umuhari w'anyu w'abanyamasengesho imitwaro ikenewe hamwe n'inyishu z'amasengesho?
3. Ni ubuhe bwoko bw'amakuru mwumvako yoba abereye kubwirwa umuhari w'Abasenzi kanin ayahe makuru yoba adakwiye kubwirwa uwo muhari?
4. Ni ibihe vyiyumviro bindi bifasha mu guhimiriza amasengesho kubw'igikorwa canyu co gushinga amashengero.

**III. Ubushakashatsi : Gutororokanya Amakuru mu Bijanye n'ugusenga.**

Ni ubuhe bwoko bw'amakuru yatororokanywa mu bushakashatsi ngo afashe cane ugusengera abantu ku gatwe kabo canke abanyagihugu muri rusangi? Mbega amakuru nk'ayerekeye amashengero ari mu karere, ukubaho kw'imirwi y'abasenga ibigirwamana canke y'abasenga satani, ugukura kw'ishengero hamwe n'ubumwe mu bizera yafasha mu masengesho yanyu? Sigura.

**INTEGURO Y’IGIKORWA**
Asangwa mutari bwabikore, **shiraho umurwi w’Abanyamasengesho.** Saba n’imiburiburi abandi bizera batatu gusengera igikorwa canyu ku ndwi ku ndwi.
Ni gute muzobandanya mu bamenyesha imitwaro yo gusengera hamwe n’inyishu z’amasengesho? **Kora n’imiburiburi urugendo rumwe rw’amasengesho muri kumwe n’umuri ujejwe ivy’ugushinga amashengero canke n’abandi** mufise umutwaro wo kubona ako karere kazanywe kuri Kritso. Ungurana ivyiyumviro n’umuhanuzi canke umumenyereza wanyu kuvyabashikiye.

## UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA –Integuro y’Imenyerezwa 1
## Intangamarara ku Buryo bwo Kwiga Bibiliya mu kuyireka ikivugira:
## Kureka Bibiliya Ikatwigisha

**I. Itandukaniro hagati yo kureka Bibiliya Ikivugira no kuvugira Bibiliya (2Tim. 2:15)**

**A. Uburyo bwo kuvugira Bibiliya**

1. Ukwiyumvira mu buryo bwo gufatira ku co uzi
   Dutangurira ku ciyumviro kizwi kandi cemerwa tugakuramwo ingingo kanaka.
2. Ukwiga Bibiliya mu gufatira ku co ivuga.
   Mu bindi bice cumi, umwambiro werekeye icaha. Twategerezwa kwibaza ko no muri **Mat.13:33** arico werekana. Soma uwo murongo. Mbega umwambiro hano werekana icaha?
3. Uburyo “Busanzwe”
   Abigisha ba Biiliya kenshi baba bazi ico bagomba kuvuga, maze mu bisanzwe bakaja muri Bibiliya kurondera umurongo usa n’uwushigikiye ugutahura kwabo. Ni gute ibi vyozana ingorane y’ukudatahura insobanuro nyakuri y’uwo murongo?

**B. Uburyo bwa Bibiliya yivugira.**

1. Ukwiyumvira mu buryo bwo gufatira ku co uzi
   Dutangurira ku ciyumviro kizwi kandi cemerwa tugakuramwo ingingo kanaka.
2. Ukwiga Bibiliya mu buryo bwo kurondera insobanuro y’ivyo ivuga
   Turihweza twitonze, igice twasomye mu ntumbero yo kwunguka ugutahura.
3. Uburyo burushiriza kuba bwiza

**II. Intambuko zo kwiga Bibiliya mu kurondera insobanuro y’ico ivuga**

A. **Ukwihweza** –Ibi bivuga iki?
B. **Ugusobanura** – Ibi bisigura iki?
C. **Gushira mu ngiro** – Nokora iki?
   Soma Yohana **1:1-2** muce mwungurana ivyiyumviro kuri ivyo bibazo bitatu.
   A. Kunyarutsa cane urutonde- ntiwihutagize mu guhera ku gusoma unyarutsa no guca wiyumvira vuba ko uzi ico bisobanura. Ntuce ugira ugushira mu ngiro kw’igihutihuti.
   B. Umushinge ukomeye- Utangurira ku kwitegereza witonze (nk’ukumenagura inzahabu mu tumanyu dutoduto). Turaca hirya no hino ibiri mu gisomwa kugira ngo tubone neza insobanura yavyo nyakuri. Tugira ugushira mu ngiro kw’ikimazi.

   Ibibazo vyo gufata nkama, gusubiramwo no gushira mu ngiro.

1. Ni irihe tandukaniro nyamukuru ririhagati yo gufatirako no kwiyumvirako?
2. Ni kuki ukureka Bibiliya ikivugira aribwo buryo bwiza cane bwo kuyiga ugereranije n'uburyo bwo kuyivugira
3. Ni izihe ntambamyi z'uburyo "Rusangi" mubijanye n'ukwiga Bibiliya hamwe n'ugusigura?
4. Ni ibihe bibazo wo kwibaza kugira ngo witegereze neza umurongo wo muri Bibiliya?
5. Ni ibihe bibazo wokwibaza kugira ngo wisobanurire neza umurongo wo muri Bibiliya?
6. Ni ibihe bibazo wokwibaza kugira ngo ushire mungiro neza umurongo wo muri Bibiliya?

**Integuro y'Igikorwa.**

Igihe muzosubira kwiga Bibiliya, muzokwandike igihe mukoresheje mu kwitegereza, mu gusobanura no mugushira mu ngiro. Mufatiye kuri ivyo bihe, musuzume ko mwoba mwakoresheje uburyo bwo kuvugira Bibiliya, ubwo kuyireka ikivugira, canke ubundi buryo buri hagati. Mu kwitegurira icigwa gikurikira ku kwihweza, turavye igice kigufi co mu vyanditswe c'akarorero ko kwiga (nturenze igihimba kimwe Paragraphe ). Mumare n'imiburiburi amasaha abiri yo kurimbura ico gisomwa mu gusenga musaba Imana guhumura maso yanyu ngo mubone ibintu mutari bwabone. Andika ivyo mwitegereje. Ni ibiki mwize?

## UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Integuro y'imenyerezwa2--Kwitegereza Ijambo ry'Imana.

I. **Ukwitegereza aya majambo avuga ngo iki?**

**A. Itegurire ukwitegereza**

Ni uruhe rwa Mpwemu Year (**1 Kor 2:14)?**
Ni uruhe ruhara rw'amasengesho (**Ef.1:18)?**
Ni uruhe ruhara rwo kwitegurira kwumviriza **(Yakobo1 :22-25) ?**
Ni uruhe ruhara rw'ukwisuzuma umurikiwe n'igisomwa wize ( **2kor.13 :5) ?**

**B. Fata Umwanya Ukwiye**

**C. Itegereze Igihe bivugiwemwo.**

Kutegereza igihe amajambo avugiwemwo bisobanura gusuzuma ibikurikira:

1. Mbega imirongo itangura n'iyikurikira ivuga iki?
2. Ni iyihe ntumbero y'ikigihimba?
3. Ni iyihe ntumbero y'iki kigabane ( chapitre)?
4. Ni iyihe mwo n'intumbero vyakino gitabo ?

**D. Suzuma inyandiko.**

A. Amajambo makuru makuru
B. Ibigereranyo n'ibihushane
C. Ingendo y'iciyumviro
D. Amavuga
E. Sahwanya (amajambo afasha mu gufatanya ivyiyumviro)
F. Ibigereranyo
G. Ubwo bw'igisomwa (umugani ? Kahise ? Ubuvugishwa ? Amazina ? Indirimbo ? ....).

**E. Baza Ibibazo : Nde ?; Iki ?; Hehe ?; Ryari ? ; Guta ?; na Kuki ?**

Mu buryo bwo kureka Bibiliya ikibugira, ni mwige yeremiya1 hakoreshejwe ingingo ngenderwko zo kwitegereza twarabonye. Ubwambere, somera hamwe ico kigabane. Hanyuma mwungurane ivyiyumviro ku bibazo biri munsi y'umutwe w'amajambo witwa : « AKARORERO K'UKWITEGEREZA » (Bandanya ukwo kuringurana ivyiyumviro ku kwitegereza kugeza hasigaye iminuta cumi imbere y'uko isaha ihera. Hanyuma hana ivyiyumviro kwanyu nk'abanyeshure bagize isomero).

| |
|---|
| Asangwa bishoboka, fotoza urupapuro « Akarorero k'ukwitegereza » muruhe abanyeshure. |

**Akarorero k'ukwitegereza**

**A. Nde ?**

Ni nde iki gice c'Ivyanditswe citirirwa (umurongo) ?
Ni bande bavugwa muri kino gice ? (1-2)
Ni abahe bami bavuzwe mu mirongo ? (2-3)
Ni bande Imana yagiriza ko bazanye ivyago mu gihugu (15) ?
Imirongo 18-19 idondora abazorusha abandi kurwanya yeremiya. Abobantu bazoba bande, (Ikindi)?

**B. Iki?**

Ni iki kidasanzwe cabaye k'uvugwa kuntango y'umurongo wa2?
Mbega birashoboka kwiyumvira ico yeremiya yari ashinzwe mu murongo wa 2?
Asangwa bishoboka, urwo ruhara rwari uruhe?
Ufatiye ku murongo wa2, ni igiki cabaye ku mpera y'inganji ya Zedekiya?
Ni ibiki vyashikiye Yeremiya mu murongo wa 3?
Ni irihe "Jambo ry'Uhoraho uryaje kuri we (umurongo5)?
Ni ibihe bikorwa bine bigaragaza Imana yiyitirira mu murongo wa 5?
Mu murongo wa5, ni uruhe ruhara Yeremiya yari agiye kugira?
Uruharwa rwa Yeremiya rwagarukira hehe? Mbega ni ukugarukira kub'Israyeri, canke ni ukuharengana?
Ni iyihe nyishu Yeremiya yatanze mu murongo wa 6?
Ni iyihe nyishu Imana yahaye Yeremiya mu mirongo 7-8?
Ni ayahe mategeko abiri Imana iha Yeremiya mu mirongo 7-8?
Ni ayahe mahitamwo Yeremiya afise ufatiye ku murongo 7?
Ni ikihe kigumbagumba ca Yeremiya Imana ikosora mug ice ca mbere c'Umurongo w'umunani?
Ni izihe mvo zibiri Yeremiya yahawe zotuma atagira ubwoba (8)?
Ni igiki uhoraho ikorera Yeremiya mu murongo wa9?
Umurongo wa 10 udondora igikorwa ca Yeremiya. Ni ibiki vyari bigize ico gikorwa?
Ni ubuhe buryo bikurikirana mu murongo wa 10?
Ni ibihe bintu bibiri Imana yeretse Yeremiya mu mirongo 11-16?
Ni giki Imana yariko irakora nk'uko umurongo wa 12 ukidondora?
Ufatiye ku mirongo 14-16, ni ibiki bigiye gushikira abantu b'Imana?
Ni izihe mvo ziboneka zotuma Imana igomba kuzana igihano k'ubantu bayo(16)?
Ni ayahe mabwirizwa Imana iha Yeremiya mu murongo?
Ni irihe sezerano rishasha (17)?
Ni igiki abantu baboneka mu murongo wa 18 bazogira Yeremiya(19)?
Ni irihe sezerano Imana iha Yeremiya ku nyambara ziri imbere (19)? (Ibindi)?

**C. Hehe?**

Ivugwa muri iyi mirongo vyabereye hehe ufatiye ku murongo 1

Ni amaja he?
Abantu badondowe mu murongo wa 15 bazova hehe? (Ahandi )?
**B. Ryari?**
Ni ikihe kiringo cerekewe n'ivyabaye muri kio gitabo?
Mu murongo 5, ni ryari Imana yamenye (yatotanije) Yeremiya?
Mu murongo5, niryari Imana yarobanuriye Yeremiya igikorwa?
Ni ryai igikorwa co mu murongo wa 18 Cabaye? (Ibindi)?
**E. Kuki?**
Ni kuki Imana "Yitegereza" mu murongo wa 12
Ni kuki Imana yavuze ivy'igihano ku Bantu bayo? (16)? (Ibindi)?
**F. Gute?**
Yeremiya avugwako gute mu murongo wa 1?
Se wiwe Hilikiya avugwako gute?
Yeremiya avugana n'Imana gute mu murongo wa6?
Ni gute Yeremiya yifashe mu vyo Imana imubwiye mu murongo wa 6?
Imana ivuga kuri Yeremiya gute mu murongo wa 18?
**Integuro y'Igikorwa.**
Asangwa mutaronse umwanya ukwiye wo guheraheza umwihweza wa Yeremiya 1, muzobikore imbere y'icigwa gukurikira. Raba ko woshobora kubaza ibindi bibazo bitomoye kuri ico kigabane nyene. Bika ivyo bibazo n'inyishu mu zobikoreshe mucigwa gikurikira.

## UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA INTEGURO Y'IMENYEREZWA 3 -- Ikiganiro co kwitegereza

Ni nkenerwa cane gushiza imirwi hamwe mu mwanya ungana n'iminuta 15 ngo bagereranye inyishu. Ivyo vyoshobora kwerekana ko hari ibindi bibazo vyinshi bishoboka bishobora kutabonwa umuntu umwe, mbere n'aho woba ari umurwi mutoya. Vyongeye birashimangira akamaro ko kwigira Ivyanditswe hamwe mu murwi kuruta aho umuntu umwe « asigura » ivyo babona mu gisomwa. Mwigabure mu mirwi y'abantu 3-4. Fata iminuta 35 musome ico kigabane, iyandikire ubwanyu ibibazo vy'ukwitegereza, hanyuma mwandike inyishu .

Tanga urupapuro n'ikaramu y'igiti birengako abagize umugwi bashobora gukoresha. Vyongeyemura-keneye Aho kumanika ibipapuro binini binini, ikibaho canke ikindi gisa n'ivyo vyo kwandikako ibibazo n'inyishu igihe imigwi izoba yakoraniye hamwe icigwa kirangiye Fotoza urupapuro rwanditseko ibikurikira urubahe asangwa vyoshoboka ?

**Intambuko**
Koresha intambuko zikurikira zakuwe mu cigwa ca2 ku vyakozwe n'Intumwa 17:1-10 a:
Sengera ukwungurwa ubwenge n'ukumurikirwa
Soma ico incuro nyinshi
Suzuma igihe ivyanditswe vaybereyemwo mwandike ivyo mwitegereje.

Suzuma inyubako y'igisomwa hanyuma mwandike ivyo mubona. Baza ikibazo ico arico cose gihuye na vya bibazo bitandatu bikuru mushobora kwiyumvira, mwandike n'inyishu utoye.
Si ikibazo ico arico cose kiza guhura na kino gihimba, ariko mwandike ibijanye na co.
Cagura ikibazo kimwe ciza gusumba ibindi muri ya mirwi itandatu y'ibibazo mwokoresha iy'iyaba mwari kwigisha kino gihimba.

**IBIHE** : Urufatiro rw'intumbero y'imirongo ikikuje igihimba kiriko kirigwa.
Imirongo itangura- Igihimba /igice Igitabo (Ivyakozwe)-
Imirongo ikirikira- Ikigabane (17) Isezerano Rishasha-

**INYUBAKO** : Inyubako y'igisomwe yerekeye indimburo hamwe n'ubwoko bw'imvugo
Amajambo makuru- Amavuga Ubwoko bw'Imvugo -
Ibigereranyo n'ibihushane – Sahwaya –
Urukurikirane rw'ivyiyumviro – Ibigereranyo –

**IBIBAZO BIKURU:** Baza mwongere mwishure ibibazo vyose bishoboka vye nena kuri ibi bitandatu bikuru.
Nde? Iki? Hehe? Ryari? Gute? Kuki?

## UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Integuro y'Imenyerezwa 4--Gusobanura Ijambo ry'Imana:
## Ibi Bisobanura Iki?

**I. Ugusobanura- Intambwe igira kabiri y'uburyo bwo kureka Bibiliya ikivugira.**
**II. Uburyo bwo kureka Bibiliya ikabuga**
- **A. Toranya mu vyo mwitegereje mutoremwo ivya nkenerwa**
- **B. Emeza Iciyumviro nyamukuru c'umwanditsi**
- **C. Myenya neza urukurikirane rw'ivyiyumviro biri mivyo musomye.**

**III. Amategeko ngenderwako y'ugusobanura**

A. Ingingo Rusangi z'ugusobanura Bibiliya
1. Bibiliya ni Ijambo ry'Imana rifise ububasha
2. Bibiliya irisobanura ubwayo neza cane, iserura akameremere k'Imana.
3. Ukwizera gukiza na Mpwemu Year birakenewe mu gutahura Ivyanditswe
4. Mwotegerezwa gusobanura kahise? Ibikorwa, inyifato, ivyashikiye umuntu, n'ibindi mufashijwe n'ivyanditswe, mu kibanza co Gusobanura ivyanditswe ufashijwe n'ivyobintu.
5. Intumbero nyamukuru ya Bibiliya si ukutwongereza ubumenyi, ariko ni iyo guhindura ubuzima bwacu.
6. Umukristo wese afise uburenganzira, umwitwarariko, n'amahirwe yo gusesangura no gusobanura ijambo ry'Imana afashijwe na Mpwemu Yera.

B. Amategeko y'ugusobanura Bibiliya afatiye k'unyubako y'ururimi, kahise, n'ukwiga ivya Bibiliya (Teolojiya)
1. Mwari mukwiye gusobanura amajambo mufatiye ku nsiguro yayo muri kahise n'imigenzo y'uwayanditse. Imisi yose mwiyumvire ku kugene abayumvise bambere bayatahuye n'ingene bakwifashe kub'ubutumwa bwayomajambo.

2. Ni nkenerwa cane gutahura indimburo y'igihimb imbere yo gutahura ukuri kujanye n'ukwiga ivya Bibiliya coba cigisha.
3. Imvugo koresha ibimenyetso kenshi na kenshi iba ifise intumbero imwe. Ntugerageze kuronderamwo ibintu vyinshi cane mu gisomwa nka bene ico.
4. Ntimwari mukwiye gutomora neza intumbero kanaka kurusha uko Ivyanditswe vyanyu canke ubwavyo bitomoye. Ntimwongere ivyiyumviro vyanyu canke imigenzo y'ishengero ryanyu ku co Bibiliya ivuga, kuko mwebwe canke abandi muhava mushika aho mwizera ko ivyo vyiyumviro ari ivya Bibiliya ubwayo.

C. Amakosa Rusangi y'ugusobanura yo kwirinda Gusimbagurika- Gukevya uwo muvyo igice kivuga ukimukira ku yindi ntumbero wewe ubwawe wigombera kuvugako. Uguhunyika – kwirengagiza insiguro iboneka y'Ivyanditswe ukagerageza kurondera iyindi nsiguro yoba yinyegeje. Kwirengagiza ukubandanya kw'Ivyahishuwe- Kwibagira akaranga k'ukubandanya k'Ivyaditswe.

D. Koresha "Ibifashisho"- Ibitabo, Amagazeti, internet,.... Ariko Mu bikoreshe mwitonze. Subira mufatire ku vyo mwanditse mwihweje kuri Yeremiya1, hanyuma mukurikize inzira y'ugusobanura nk'uko Umwanya ubibakundira kurikiza ururutonde rw'Icitegereza rukurikira.

## IV. Icitegererezo c'ugusobanura

A. **Toranya ivyo mwitegereje mukuremwo ivya nkenerwa.**
B. **Emeza Iciyumviro nyamukuru**
C. **Dondora urukurikirane rw'ivyiyumviro**
D. **Ibibazo bimwebimwe "vy'Insobanuro".**

Uko mukora mufatiye ku vyiyumviro duhejeje, vyofasha cane kwiyumvira ku bibazo bikurikira vyerekeye insobanuro y'igisomwa. Kumbure muzokwiyumvira mushike ku bindi bibazo vyiza, mbere birusha n'ibi. Ibi vyatanzwe ngo bibinjize muri ubwo buryo bw'ukwiyumvira.

Umurongo 5

Ni ukuvuga iki ko uhoraho "Yamenye" Yeramiya " Ukurobanurwa" ni ukuvuga, iki?
Ni izihe ngaruka zimwezimwe z'iri jambo" .............utaravuka nari narakurobanuye........"

Umurongo 6.

Ni kuki Yeremiya yotegerezwa kwibona nk' "umwana" ?
Ni kuki mwiyumvira ko Yeremiya yakoze kurya yabigenjeje?

Umurongo 7

Ni gute mwosigura umuhamagaro w'Imana mufatiye Ku vyo mubona muri uwu murongo?
Inyishu yanyu kukibazo co haruguru ivuga iki ku Mana no ku kameremere kayo?

Umurongo 8

Amajambo y'Imana avuga iki ku nyifato y'abantu ku vyerekeye igikorwa Yeremiya azokora?
Ni iyihe mvo yotuma Yeremiya ahura n'abamurwanya?

Umurongo 9

Ni gute Imana "yashize" amajambo yayo muri Yeremiya?

Umurongo 10.

Mwibazako amajambo "kurandura no gusangangura, guhonya no gukomvomvora, bo n'ukwubaka no guteragira" yoba asobanura iki?
Ni igiki mwiyumvira ku kameremeye ka Yeremiya cari kumushoboza kuramiriza mu nteguro y'Imana?
Umurongo 12.
Ni iyihe ngingo ngenderwako mubona muri uwu murongo ku vyerekeye ukuntu Imana yitwararika igikorwa c'abo yahamagaye?
Umurongo 16.
Ni igiki uwu murongo werekana ku kameremere k'Imana, n'iyo igeze ku rwego rwo guhana abantu bayo?
Mbega Imana yari ifise imvo zumvikana mu vyo yategura gukorera abantu? Kuki?
Umurongo 17.
Ni ibiki vyari bikwiye kuba bigize "ukwitegura" kwa Yeremiya?
Mwibaza ko ari kuki Uhoraho yasubiyemwo ivyo yari yavuze ubwa mbere(umurongo 8)?
Umurongo 18.
Ni iyihe nsobanuro bo n'insiguro y'amajambo "igisagara c'ubakiwe inzitiro, inkingi y'icuma n'inzitiro z'imiringa"
Ni kuki abantu bo mu murongo 18 borwanya Yeremiya n'ubutumwa bwiwe nk'uko kwose?
Ni gute Imana ikomeza ikanategura abantu bayo uyumusi ngo bayivugire ata bwoba?
Umurongo 19.
Ni iki uwu murongo werekana ku vyerekeye akameremere k'Imana n'ukuntu yitaho abo ihamagaye?

**Ingingo Ngenderwako ya Bibiliya**

Bivuye ku kuntu nize Yeremiya 1, mbonye ingingo ngenderwako idahinduka ya Bibiliya ikurikira (yandike) :

**Integuro y'igikorwa**

Heraheza ibibazo vyose vyaba bisigaye kuri iki cigwa mutararangiza.
Tangura gukoresha ubu buhinga bwo gusobanura ukoresheje Ivyakozwe 17: 1-10a.

## UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Integuro y'imenyerezwa 5--Ikiganiro co gusobanura

| |
|---|
| Mumenyereza, koresha amabwirizwa yatanzwe ku buryo bwokwiga Bibiliya integuro 3 Mukurongora « ikiganiro c'insobanuro » ukoresheje Ivyakozwe 17 : 1-10a. Abanyeshure bazokoresha ivyo banditse kucigwa giheruka nk'indongozi kuri ico kiganiro. |

A. Toranya mu vyitegerejwe mukuremwo ivya nkenerwa.
Ndabiye kuvyo nitegereje ku Vyakozwe 17:1-10a, kubwanje umengo ibikurubikuru nitegereje ni ibi (bitondeke)
Igihe amajambo yandikiwemwo:
Abayumvise ubwa mbere:

Uko vyari bimeze ico gihe:
Ibindi biboneka n'ivyo mwitegereje:

B. Erekana Ingingo Nkuru
Intumbero y'iki gice ni :
Ikintu Luka ariko aravuga kuri iyi ntumbero ni :
Izina nyaryo ry'ingingo nkuru, igaragaza ibi vyiyumviro bibiri vyo haruguru ni :

C. Erekana Ingendo y'Iciyumviro.
Luka avuga ku ciyumviro nyamukuru akoresheje :

D. Ibibazo vyitwa "Ibi Bisobanura Iki?
Uko mukora kuri iki gice nk'umurwi, andika munsi ibibazo bikurubikuru mwabajije kunsobanuro y'iki gice vyabafashije kurushiriza gutahura ico imirongo isigura. Ca umuzingi kubibazo bibiri bifasha gusumba ibindi mwokoresha iyo muba mwari murongoye umurwi kanaka mu kwiga iki gice

E. Vuga Ingingo Ngenderwako ya Bibiliya.
Ingingo ngenderwako itigera ihinduka kuri kino gice ni:

## UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA- Integuro y'Imenyerezwa 6--Gushira mu ngiro ijambo ry'Imana:

### Nokora Iki?

**I. Ugushira mu ngiro- Intambuko ya gatatu y'uburyo bwo kureka Bibiliya ikivugira ( Umvira-Mat.28:20, Yakobo 2:17)**
**Ugushira mu ngiro guhagaze ku kwibaza uti, "Ni ibiki mubuzima bwanje bisa n'ivyavuzwe muri iki gice?**

**II. Uburyo bwogushira mungiro**

**A. Intumbero nkurunkuru zo gushira mungiro**

**1. Ukwizera**
**2. Ingeso**
**3. Ibikorwa**
**4. Ivyaha**
**5. Ingorane**
**6. Amasezerano**
**7. Akameremere**

Ungurana ivyiyumviro ku " Bibazo Rusangi" bibarongore mu gushira mu ngiro Yeremiya 1 mu buzima bwanyu n'ishengero ryanyu.
Ungurana ivyiyumviro ku ngaruka nziza z'ukuganira mu mirwi nk'abagize isomero

**Ibibazo Rusangi**

Uwitwa Hendricks yaratororokanije igitigiri c'ibibazo bifasha Ugushira mungiro bishobora kubazwa kugice ico ari co cose co mu Vyanditswe. Navyo ni ibi:

Hoba harimwo akarorero nokurikiza?
Hoba harimwo icaha nokwirinda?
Hoba harimwo isezerano nokwibutsa Imana?
Hoba harimwo isengesho nosubiramwo?
Hoba harimwo itegeko nokwumvira?
Hoba harimwo ivya ngombwa nokwuzuza?
Hoba harimwo umurongo wo gufata mu mutwe?
Hoba harimwo ikosa ryo kwiyubara?
Hoba harimwo ingorane nohangana na yo?

**Ibibazo vyibonekeza**

Ibi bibazo vyerekeye neza neza ico mwoshobora gukora nk'ingaruka y'igice musomye. Igitigiri c'ivyo bibazo vyibonekeza nta wokirangiza, kuko biratandukanye ku gice ico arico cose. Igishibora kubahagarika ni aho mugeza kwiyumvira. Igihambaye ni ukwugururira umutima wanyu Imana, mukayemerera kubereka ico igomba ko gihinduka mu buzima bwanyu. Ibibazo bimwe bimwe vy'akarorero vyaratororokanijwe munsi. Umva umwidegemvyo wo kuvyongerako uko mukora kuri ico gice.

Umurongo 5

Ni iyihe nyigisho uwo murongo ukubwira wewe ubawe ku bijanye n'imigenderanire yawe n'Imana Umuremyi?

Ni igiki uwu murongo ukubwira ubwawe ku muhamagaro wawe mu gikorwa c'Imana?

Asangwa udatahura neza insiguro y'umuhamagaro, ni iki uwu murongo uriko urakubwira?

Ni iki uwu murongo ukubwira ubwawe ku bijanye n'ubugombe bw'Imana ku buzima bwawe?

Mbega urazi ubugombe bw'Imana ubwo ari bwo ushitse kuri uwu murongo?

Ni iyihe ngaruka uwu murongo ugize ku biraba ukwizera Imana Iganza Vyose kwawe? Uravyemera?

Mbega uremera ico ciyumviro ata gukekerenya?

Umurongo 6

Mbega wokwigereranya na Yeremiya aho yakekeranya mu kwemera umwitwarariko Imana yari imuhaye?

Ni ibihe wagiye ufata nk' "Imvo zo kwanka umuhamagaro"?

Mbega n'ubu uracatanga imvo zotuma udakora? Wokora iki kubwazo?

Umurongo 7.

Ubwawe wiyumvira gute inyishu Imana yahaye Yeremiya?

Wiyumvira gute ku vyerekeye "ukunana" kwa Yeremiya ariko aranka umuhamagaro w'Imana?

Umengo Yeremiya nta saganirizo afise ryo gufata iyiwe ngingo. Wiyumva ute ku kutagira uguhitamwo kuboneka mu bijanye n'umuhamagaro w'Imana? Mbega wumva wokwihitiramwo?

Mbega uwu murongo woba uguteye ingorane mu bijanye n'uguhitamwo kw'umuntu ata gahato bo n'Ugushobora vyose kw'Imana? Asangwa ibi biteye ingorane, uzokwifata gute?

Umurongo 8.

Uyu murongo usobanura iki mu ruhande rwawe?

Ni gute uzoshira ibi mungiro ku bijanye n'igikorwa wahamagariwe?

Umurongo 9

Woshobora kudondora igihe Imana yoba "yarahuye" nawe?

Umurongo 10.

Ni iki uwu murongo ukubwira wewe ubwawe kubijanye n'intumbero idasanzwe y'Imana kw'ishengero ryawe?

Woba ubona isano hagati y'igikorwa ca Yeremiya n'icawe nk'uwushinga amashengero?

Hariho imitego Yeremiya yategerzwa gucamwo no kunesha kugira ngo ashike ku ntumbero y'ukwubaka n'uguteragira gushasha. Ni iyihe mitego imwe imwe ucamwo uri mu nzira y'intumbero yo kwubaka ubwami bw'Imana mu gushinga amashengero mashasha?

Wiyumvira gute ku bijanye n'uguca ahantu wotegerezwa kugwana n'imigenzo bo n'abarongozi borwanya ivyiyumviro vyawe vyo gushinga amashegero?

Wokwifata gute muri iyo mitego n'abo bokurwanya?

Umurongo 12.

Ubona gute ingingo yo muri uwu murongo ku buzima bwawe?

Uwu murongo umaze iki kukuremeshwa kwawe nk'uwushinga amashengero?

Umurongo 16.
Ni gute urwana n'ingorane y' "izindi mana" mu buzima bwawe?
Ni iki ukwiye gukora ngo ubone neza ko ukwumvira kwawe kwerekeye ku mana yonyene Atari ku zindi "mana", ni ukuvuga : Ukwishimira ivyo utunze, Ukwirata amavukiro yawe, n'ibindi?
Umurongo 17.
Ubona gute umwiteguro wawe hano ngo ushobore kuvugira Imana udatinya guhangana n'ivyokurwanya uko biri kwose?
Umurongo 18.
Imana yararemesheje Yeremiya. Ni gute Imana yakuremesheje ngo uvugire izina ryayo?
Ni iki Imana yaguhaye co kugumana nawe muvyo ucamwo vyose?
Ico kigutera kwiyumvira gute ku Mana mu Gutanga ivyankenerwa vyose kwayo kubwawe n'ishengero ryawe?

Incamake:
Ugushira mungiro mbona ku buzima bwanje n'ishengero ryanje muri Yeremiya1 ni:

**Integuro y'igikorwa**

Asangwa mutaronse umwanya wo guhereheza iki cigwa nk'umurwi, muzobikore mu kiganiro kizoza kugira ngo mumenyere izi ngingo ngenderwako.

## UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA- Integuro y'Imenyerezwa 7--Ikiganiro co gushira mu Ngiro.

| |
|---|
| Kurikiza ya mategeko yatangwa ku Nteguro 3 kuri iki kiganiro co Gushira mu Ngiro. |

**A. Ibuka ingigo ngenderwako ya Bibiliya**

Subira mwandike hano ingingo ngenderwako mwatoye mu vyakozwe 17:1-10a bivuye mu cigwa ca 5:

**B. Gereranya Ibihe**

Kugira ngo ugushira mungiro kwawe kugire akamaro, ibihe wewe ukoreramwo vyari bikwiye kujana n'ibihe vya Bibiliya.
1. Dondora muri make ibihe vya mbere vya Bibiliya vyo mu Vyakozwe 17:1-10a:
2. Dondora muri make ibihe urimwo ubu (uwo uriwe, ivyo uriko urakora, n'ibindi)
3. Andika iryungane rigufi ryerekana n'imiburiburi uburyo bumwe ibihe urimwo bisa n'ibihe vyo mu Vyakozwe 17. (Menya neza: ibi birashobora gutandukana ku muntu n'uwundi mu bagize umurwi, ariko vyongeye hariho isano kanaka ku buryo mushobora gufashanya).

**C. Iyumvire kuri ya mirwi mikurumikuru y'Ivyo Gushira mu Ngiro.**

Soma ico gice cose murabe ko bimwe muri iyi mirwi ikurikira bitoba bisa n'uko umeze. Asangwa bisa, andika ukuntu bisa. Kumbure hariho kimwe mumirwi kirusha ibindi gusa n'ivyawe.
Asangwa biri uko vyandike aha munsi.

| | | |
|---|---|---|
| Ukwizera | Icaha (ivyaha) | Akameremere |
| Inyifato | Ingorane | (Ikindi) |
| Igikorwa | Isezerano | (ikindi) |

**D. Ibibazo Rusangi.**

Baza ibi bibazo rusangi bitondetse aha munsi.
Andika inyishu zanyu kukibazo cose muri vyo kijanye n'ayo majambo.
Hoba harimwo akarorero nokurikiza?
Hoba harimwo icaha nokwirinda?

Hoba harimwo isezerano nokwibutsa Imana?
Hoba harimwo isengesho nosubiramwo?
Hoba harimwo itegeko nokwumvira?
Hoba harimwo ivya ngombwa nokwuzuza?
Hoba harimwo umurongo wo gufata mu mutwe?
Hoba harimwo ikosa ryo kwiyubara?
Hoba harimwo ingorane nohangana na yo?

**E. Baza ibibazo vyibonekeza**

Ubu rero uko mukorera hamwe kino gice, iyumvire ku bibazo vyibonekeza ku murongo wose ushimikiye ku ciyumviro kivuga ngo " Nokora iki?" Andika ivyo bibazo, hamwe n'inyishu.
[ Ca umuzingi ku bibazo bibiri vyiza cane wokoresha mukurongora umurwi mukwiga Bibiliya mu buryo bwo kuyireka ikivugira ufatiye kuri iki gice.]

Incamake:
Uko musubiye hamwe mwese ungurana ivyiyumviro mwongere mugereranye ivyo gushira mungiro mubona muri iki gice. Mu kurangiza gereranya ibibazo "Vy'ugushira mu ngiro" umurwi wose watoye, maze mucagure mwo bibiri vyiofasha gusumba ibindi iyo muba mwari murongoye ukwiga Bibiliya mu kuyireka ikivugira. Vyandike :

**Integuro y'igikorwa.**

Ubu mwamaze gukurikirana intambuko z'ukwitegereza, ugusobanura, n'ugushira mu ngiro. Imbere y'icigwa kizoza muzobanza kurongora ukwiga Bibiliya mukuyireka ikivugira, hakoreshejwe ingingo ngenderwako mwize.
Muzokoresha iminuta 20 mu kurongora ukwo kwiga Bibiliya mu mwanya w'ikiganiro kizobera muri ico cigwa. Icigwa kizokurikira kizo shimikira kungingo z'ijanye n'ukurongora ukwiga Bibiliya mukuyireka ikivugira.
Hano umwimenyerezo wanyu ni uwo kwiga igice mukoresheje ukureka Bibiliya ikivugira, no gutegura ibibazo vyinshi bishoboka ku kwitegereza, ugusobanura n'ugushira mungiro kujanye n'aco mu kwitegura kwanyu. Maze mu bibazo vyanyu vyose, hitamwo igitigiri ntarengwa c'ibibazo vyiza cane 5-6 ku kwitegereza, 2-3 vy'ugusobanura, na 1-2 vy'ugushira mungiro, vyofasha abandi bamenyerezwa kubona no gushira mungiro inyigisho z'ico gice.

Murashobora guhitamwo kimwe mu bice bitondetswe aha munsi mu kwiga kwanyu. Nk'akarorero muhawe, Ivyongeweko 7A ni akarorero ko kwiga Bibiliya mukuyireka ikivugira ufatiye kw'ishingwa ry'Ishengero muri Efeso mu Vyakozwe 19:1-10 ukwiga kwanyu kwosa na vyo, ariko muzoronka ibibazo, iciyumviro nyamukuru, n'ugushira mungiro bidasa navyo.

**Ibice vy'akarorero mwohitamwo**

**Ivyakozwe13: 4-12 (Pafo) Ivyakozwe 16:11-40 (Filipi)**
**Ivyakozwe 13: 13-52 (Antiyokiya) Ivyakozwe 17: 10-15 (Beroya)**
**Ivyakozwe 14: 1-7 (Ikoniyo) Ivyakozwe 17:16-34 (Atenayi)**
**Ivyakozwe 14:8-20 (Lusitira na Delube) Ivyakozwe 18: 1-17 ( Korinto)**

## IVUGABUTUMWA – Integuro y'imenyerezwa 1
## Intangamarara kw'Ivugabutumwa: Imana irakunda Isi cane

Iki cigwa ntikiri murukurikirane rw'ivyirwa Omega. Ahubwo gishimikira kukwiga uburyo bwokuvuga ubutumwa bwiza hakoreshejwe Agaseke Mvugabutumwa . Asangwa mutoshobora kuronka uduseke dukwiye abanyeshure banyu bashinga amashengero, fotoza urupapuro ruja gukurikira murwereke umuntu muriko murashinga intahe.

**I. Akaranga k'ivugabutumwa**

**A. Uko bigenda**

Ni ukuvuga iki ugukurikiza akarorero ka Paulo mu gusenga mu **Banyefeso 6 : 19-20; Kol. 4:2-6?**

**B. Gutangura ikiganiro cerekeye agaseke mvugabutumwa**

**C. Kuvuga ubutumwa n'agaseke mvugabutumwa.**

Kenshi na kenshi biba ari nkenerwa gukoresha Bibiliya y'umuntu uriko urashingira intahe. Gusoma imirongo yo mu vyanditswe ivuye muri Bibiliya yiwe, biragira ingaruka ikomeye mu kumutera ukwizera. Aberekanye ko bipfuza kwakira Kritso, murashobora kubasaba gusubiramwo isengesho riri munsi. Muja muraricagagura mu duhimba duto duto mukabasaba kuja barasubiramwo mw'ijwi ryumvikana.

a. Agace1 – Imana ni urukundo **(1Yohana 4:8,16).** Umuntu yaratandukanye n'Imana kubwo icaha. **(Rom. 3:23)**

b. Agace2 – Kristo yarapfuye kumusaraba. **(Rom.5:8;Yohana3:16)**

c. Agace3 – Kristo yarahambwe mu mva. **(1Kor.15:3)**.

d. Agace4 – Imana yarazuye Yesu ku musi ugira gatatu **(1Kor.15:4)**

e. Agace5 – Kristo wenyene ni we muhuza (ikiraro) rwacu n'Imana **(Yohana14:6).**

f. Agace6 – Dutegerezwa kwakira ingabire itangwa ku buntu y'ubugingo budashira kubwo kwizera **(Ef 2:8,9).**

**Isengesho ry'ukwizera : (hagarara ahari akamenyetso/)**

**"Mana, ndagushimirako unkunda. / Ndatuye ko nagucumuyeko./ Ndizera yuko umwana wawe, Yesu/ yapfuye ku musaraba/ ngo atange indishi y'ivyaha vyanje/ kandi ko wazuye Yesu mu bapfuye. / Ubu ndashize ukwizera kwanje muri Yesu/ ngo ambabarire/kandi ngo ankize ivyaha vyanje./ Ndatuye ko Kristo ari Umwami! / Urakoze ku ngabire yawe y'ubugingi budashira. / Nsenze mw'izina rya Yesu,/ Amen."**




Gabura abanyeshure mu mirwi ya babiri babiri, ureke umwe umwe muri abo babiri abwire ubutumwa mugenziwe akoresheje agaseke mvugabutumwa. Abo babiri bakwiye kwungurana ivyiyumviro kukuntu bigenze.

**Guhindura abihanye abigishwa: (Uwihanye womubwira uti) : "Nk'uwizera Kristo ukwiye gusenga ubudahumeka (Fil.4:6,7), gukoranira hamwe n'abandi bizera (Heb.10:25), kwiga Bibiliya (1Pet.2:2), kubwira abandi ubutumwa bwiza (Mariko 16:15), gukunda Imana n'abantu n'umutima wawe wose (Mat.22:36-40)**

**Integuro y'Igikorwa**

**Gendagenda muva ku nzu muja ku yindi mu karere mwiyemeje kubwo ishengero ryanyu rishasha mubwire ubutumwabwiza n'imiburiburi abantu batanu**

**mukoresheje Agaseke Mvugabutumwa. Jana n'umwe mu bizera nk'umuhanuzi wanyu canke uwo mwebwe muhanura.**

| | |
|---|---|
|  | **IMANA**<br>IMANA iragukunda !yohana 3: 16, 1 Yohana 4:8<br><br>**WEWE**<br>WEWE uri umunyavyaha Abaroma3: 23, Rom 6: 23 |
|  | **YESU**<br><br>YESU yapfiriye ivyaha vyacu. Abaroma 5.8<br>1Pet 2: 24; Yohana 3: 16 |
|  | **YARAHAMBWE**<br>Yesu **YARAHAMBWE** 1 Ab' I Korinto 15:4 |
|  | **YARAZUTSE**<br><br>Imana YARAZUYE Yesu 1 Ab' i Korinto 15:4 |
|  | **INZIRA ( IMWE )**<br><br>Yesu wenyene niwe NZIRA ija ku Mana<br>Yohana 14:6 |

| | |
|---|---|
|  | **UKWIZERA**<br><br>Utegerezwa gushira ukwizera muri Yesu<br>Abanyefeso 2: 8-9; yohana 1: 12; 3:16-18;Gal 2: 16 |

**IVUGABUTUMWA: Integuro z'Imeyerezwa 2 na 3 Gukuza intahe yawe ubumwe : Ngibi ivyo Imana Yankoreye**

**ICIGWA2**

**I. Akaranga k'Igishingantahe**

A. Twahamagariwe kuba ivyabona (Ivyakozwe 1:8)
B. Twahamagariwe gushinga intahe (Ivyakozwe 10:42)

**II. Akamaro k'intahe**

A. Bitera kunesha ibirwanya Ubutumwa Bwiza (Intahe y'umuntu (Ivyakozwe 26:12-18)
B. Bitera kunesha Satani mu ntambara y'Impwemu (Ivyah. 12:10-12)

**III. Uburorero b'intahe**

A. Umugore yari kw'iriba (Yohana 4:28-29)
B. Umugabo yavutse ari impumyi (Yohana 9:13-34)
C. Ukwihana kwa Paulo (Ivyakozwe 9:22,26)
D. Ugushinga intahe kwa Paulo ku vyabaye à yerusalemu. (Ivyakozwe 24:10-21)

**IV. Ugutegura Intahe : Ingingo nkurunkuru**

Ubuzima bwawe bwari bumeze gute utarakura na Kristo bugingo bwawe?
Vyagenze gute kugira ngo umenye Kristo?
Kumenya Kristo vyahinduye gute ubuzima bwawe?

**ICIGWA 3**

**V. Kubwira Abandi Intahe yawe.**

Intahe ikwiye kuba ikwiye, yumvikana, ihagaze ku butumwa bwiza, kandi inonosowe.

| |
|---|
| Gabura abanyeshure mu migwi ya batatu. Umurwi ukwiye gusubiramwo ingingo zerekeye, ugukwira, ukwumvikana, uguhagarara ku butumwa bwiza, n'ukunonosorwa. Maze umwe wese mu murwi agasangira n'abandi intahe yiwe. Abanyeshure bose bari hamwe bogereranya ivyo bashitseko, hanyuma habonetse umwanya bake mu bari aho bagasangira n'abandi bose, intahe zabo (bishobora kumara nk'iminuta 60). |

**Integuro y'Igikorwa**

Sangira intahe yawe n'imiburi buri n'abandi ba Kristo batatu bashobora kugenzura ko wavuze ivyumvikana mu kuyishikiriza. Itegurire gushingira intahe yawe abandi kandi mu cigwa kizokurikira canke mu gihe muzomara mwiga. Shinga intahe yawe wongere ubwire ubutumwa bwiza abagenzibawe batanu batari aba Kristo ukoresheje Agaseke mvugabutumwa mu ndwi igiye kuza. Shinga intahe yawe wongere ukoreshe agaseke mvugabutumwa ku bandi Bantu batanu mu karere wiyemeje gushingamwo ishengero ryawe rishasha uva kunzu uja ku yindi mundi zibiri ziri imbere. Saba Imana kugutegurira "ababo mukwiye kubona na kubwayo" kugirango ubashingire intahe (kumbure utabanje kubateguza) mu ndwizine ziri imbere. Hitana umwe mu bizera ajane nawe nk'umumenyerezwa wawe uko uva kunzu uja ku yindi.

# IGITABO CA KABIRI C'INTEGURO Y'INYIGISHO AZA OMEGA

## INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO – Integuro y'ukumenyereza ya 5 --Urufatiro rwa Bibiliya ku Kugwiza Amashengero

**Kwuzuza isi ubumenyi bw'Ubwiza bw'Imana**
**I. Kugwiza Amashengero mw' Isezerano rya Kera**

1. Ni iki cagomba kwuzuzwa mw'isi muri iyi mirongo y'Isezerano Rya kera? Zab 72:19; Yes. 11:9; Yes 66:18. Mbega ivyo birafise agaciro muri iki gihe?Mbega ukuri kwavyo kuracemerwa canke ntikwemerwa?

**II. Ibikorwa vya Yesu**

1. Mat 4:23 na Luka 10:1 hatubwira iki kuri Yesu "agwiza muri Galilaya"? Kuki yisunze kuri Galilaya aho kuja muri Isirayeli hose? Ibi hari ico bitwigisha uyu musi?
2. Mu mugani w'Akabuto ka Sinapi (Mat 13:31-32) Yesu atubwira ko Ubwami bw'Imana bwaguka buhereye kw'itangiriro ritoya. Mu mugani w'umwambiro (Mat. 13:33) agace gatoya k'umwambiro gatutmbisha irobe ryose; uko niko n'Ubwami bw'Imana bwaguka. Mbega ibi hari ico bitubwira ku mugambi n'ubugombe bw'Imana ku Butumwa no kw'ishengero?

**III. Urufatiro rwa Bibiliya ku Kugwiza Amashengero Mashasha.**

ASANGWA ABAMENYEREZWA BARENZE 9 KORESHA IMIGWI MITOMITO MU KUGANIRA KU BIBAZO BIKURIKIRA.

1. Ni iki **Abanyef. 3:10** hatubwira ko cabaye igikoresho co kwamamaza ubutumwa?
2. Ni iki **Ivyak. 1:8 na Mat. 28:18-20** hatubwira ko ari itegeko rya Yesu mu kwamamaza ubutumwa?
3. Aburahamu yotubera akarorero ate muri iki gihe? **(Itang. 12:1-3)**
4. Hari ukugwiza kwabaye kuri Paulo arenze imbibe za Samariya? **(Ivyak 19:9-10)**
5. Iyi mirongo itubwira iki ku vyo Imana itegura gukora n'uburyo izobikora? **(Hab. 2:14; Mat. 16:18; Yoh 20:21; Ivyak. 13:1-3; 19:9-10)**

USHOBORA GUKORESHA IMIGWI MITOMITO KURI IBI BIBAZO NAVYO ASANGWA HARI UMWANYA

Vyoshoboka kurangiza Imigambi mikurumikuru mu karere kanaka ata gushinga amashengero?
Mbega ishengero ryanyu rirafise intumbero yo kugwiza no kwongereza amashengero mashasha?
Murafise integuro yo gushinga amashengero mu yindi mihana y'igihugu canyu?
Ni amashengero angahe akarere k'iwanyu gakeneye ngo kabe kagwiriyemwo amashengero?
Murizera ko Imana ishaka gushira igihugu canyu ku rutonde rw'abahinduye ibintu? Asangwa ari vyo, ni gute?

Bwira abanyeshure uti: "Muzazane ivyo mwabonye mu nteguro y'igikorwa y'igitabo ca mbere, icigwa ca 4, mu cigwa kizokurikira.

## INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO – Integuro y'Imenyerezwa 6
## Ikiganiro ku Bushakashatsi:

**Gutangaza Ivyavuye mu bushakashatsi bw'Akarere Katowe.**

Iki cigwa gishimikiye ku Nteguro y'igikorwa y'icigwa ca 4 c'Intumbero yo Kugwiza Amashengero, Igitabo ca mbere. Abamenyerezwa gushinga Amashengero bategerezwa kuzana ivyavuye mu nteguro y'igikorwa muri iki cigwa. Emerera abamenyerezwa bose gutanga amakuru y'ubushakashatsi bwabo ku mwimenyerezo wo mu Gitabo ca Mbere (Intumbero yo Kugwiza Amashengero) Ivyongeweko 4A. "Gutahura Akarere Watoye)
Asangwa bafise amakarata, ibishushanyo, n'ibindi... babimanike kugira ngo abandi babirabe mu gihe c'akaruhuko.
Asangwa hari abarenze bane bagomba gutanga amakuru yabo muri iyo saha, vyoba vyiza bigabanijemwo imigwi mitomito. Bitabaye ivyo wotoranya bakeya muri bo bafise amakuru aruta ayo abandi kugira ngo bayumve kandi bayaganireko.

Umwigishwa wese canke umugwi w'abamenyerezwa ukoresha iminota 10-15 yo kwerekana amakuru yabo bakoresheje amategeko akurikira:

**Igice ca mbere – Amakuru Rusangi Yatororokanijwe (Iminota 5-7)**
Vuga uko akarere watoye kameze. Muri make ivyo wize ku ntambuko za 2 na 3
z' Intumbero yo Kugwiza Amashengero, Ivyongeweko 4A "Gutahura Akarere Katowe"
Ayo makuru wayatororokanije ute? (kwuzuza impapuro, ibiganiro, kwitegereza, amakarata, gusoma ibitabo, n'ibindi...)
Muganire ku ntambamyi canke ingorane zikomeye bagize n'uburyo bazivuyemwo. Ni iki wokora mu bundi buryo muri kazoza?

**Igice ca kabiri – Gutororokanya Amakuru (Ikarata yo muburyo bw'Impwemu) (Iminota 5-8)**
Ivyo abamenyerezwa berekana vyose bitegerezwa kwisunga ivyo bakuye mu bushakashatsi. Kwishura ibibazo bikurikira bishobora kubafasha.
Ni iki kinezereje mwoba mwaramenye mu karere mwatoye n'abantu bahaba?
Hoba hariho amakuru yabatangaje?
Ni ibiki mwoba mwarize bizobafasha gufata ingingo zo gushinga ishengero muri ako karere?
Ni iki mwoba mwarabonye cemeza ivyo mwari musanzwe muzi vyerekeye ivyimburwa vyaho?
Ni ibiki mwubuye vya nkerwa cane mu gushinga ishengero mutari muzi vyerekeye ivyimburwa?
Ni ayahe mahirwe mwabonye yokwugurura inzugi ku Butumwa bwiza?
Ni izihe ntambamyi mwabonye kandi ni gute mwozinesha?
Ni ubuhe bushakashatsi bundi bukenewe gukorwa kugira ngo hategurwe ivugabutumwa rikwiye n'integuro zo gushinga amashengero muri ako karere?

## INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO– Integuro y'Imenyerezwa 7 -- Kurondera ibikenewe Ukoresheje Ubushakashatsi

**(Ikarata yo mu buryo bw'Impwemu)**

Mu kwigisha iki cigwa, gerageza gutanga uburorero buboneka bw'ibihe amakuru avuye mu bushakashatsi yagize uruhara mu kuronka abantu, amasengesho n'ibikoresho vyo gushinga ishengero. Ugerageze no gutanga akarorero k'aho amakuru yatanzwe nabi yagize ingaruka mbi. Ufashe abamenyerezwa kubona uko ivyo vyoshobora kutabaho, no kwigira ku makosa yakozwe.

**I. Guhamagarirwa Igikorwa**

Ukurikije ubushakashatsi bwawe, ishura ibibazo bikurikira: "Ni iki Imana ishaka muri kariya karere natoye? Ni ubuhe buryo umugabo,umugore n'umwana wese baba hariya hantu bokwumva kandi bakaronka ubutumwa mu buryo buboroheye?"
Gereranya abantu bo mu karere mwatoye n'abavugwa muri Mat. 9:35-38. Abantu baba mu karere mwatoye bamerewe gute? Bamerewe gute mu Mpwemu?Mbega hari amashengero ahasanzwe? Ni bangahe muri bo baja gusenga canke biyita ko ari abigishwa ba Kristo?Mbega barakira Ubutumwa? Ni ayahe madini yandi ahakorera? Ni amashengero angahe akenewe muri ako karere kugira ngo umuntu wese agire amahirwe yo kuraba no kwumva Ubutumwa mu buryo bumworoheye?
Ni igiki kidasanzwe Imana iguhamagarira gukora hamwe n'umugwi wawe kugira ngo mushikane ubutumwa muri ako karere?
Ni mu buhe buryo mugiye kwitanga mu gusengera abantu baba muri ako karere mwatoye?
Ni ibiki bikenewe (abantu, amashengero n'imiryango) mushobora kwegeranya ngo bibafashe gushikana ubutumwa ku bantu bo mu karere mwatoye?
Ni uruhe ruhara wewe n'umugwi wawe muzogira mu kurondera abandi bobafasha gusenga no gukora kubwo gushikana Ubutumwa ku baba mu karere mwatoye?
**II. Amategeko yo Gutanga Amakuru.**
Ni ba nde mukwiye kubwira amakuru y'ubushakashatsi?
Ni iyihe migambi mufise yo kubwira abandi ivyavuye mu bushakashatsi bwanyu?
**III. Hitamwo Uburyo bwo Kurondera Inkomezi z'Abimbuzi.**
Ubushakashatsi buruta cane kurondera amakuru gusa. Ni inzira yo guhimiriza abandi gukurikiza ivyipfuzo n'integuro z'Imana. Ariko amakuru atanzwe mu buryo budakwiye ashobora kubangamira abantu, akabatera ishavu n'ukwihagararako, bigatuma badashaka guhinduka. Amakuru y'ubushakashatsi bwawe ashobora kuba igikoresho ciza Imana yokoresha mu gushira umutwaro mu bandi wo kumara ubukene bw'ababa mu karere watoye, no kwipfuza ko abo bantu bohinduka abigishwa ba Yesu Kristo.
Ni izihe nteguro mwokoresha mu kurondera inkomezi z'abimbuzi?
Ni gute amakuru y'ubushakashatsi yobafasha mu gikorwa co gushinga ishengero?

Integuro y'igikorwa
Mwe n'umugwi wawe wo gushinga amashengero, musubiremwo amakuru y'ubushakashatsi bwanyu maze mwandike ivyo Imana ibereka vyerekeye gutanguza ishengero. Ganira n'umumenyereza canke umwigisha wawe canke uwundi muntu ubona ko akwiye ku muhamagaro wawe wo gukora.
Andika integuro zawe zo guhimiriza abandi bo kugufasha mu gikorwa co gushinga ishengero. Ushiremwo n'abo uzobwira amakuru y'ubushakashatsi, uburyo uzoyababwira, n'uburyo wiyumvira ko bogira uruhara mu gikorwa cawe (gusenga, gutanga, gukorana n'umugwi, n'ibindi...) Ganira n'umumenyereza wawe canke umwigisha wawe kuri izo nteguro.
Shira mu ngiro integuro zawe kandi ubwire umumenyereza/umwigisha wawe ivyavuyemwo mu cigwa kizokurikira.

## ISHENGERO – Integuro y'Imenyerezwa 5 -- Uko Ishengero rimeze :

Ishengero ni Umubiri Ukwiye.

### I. Insobanuro n'Ikoreshwa ry'Ijambo "Ishengero"

A. Ikoreshwa ry'Ijambo Ekklesia (Ishengero) mw'Isezerano Risha

Ni iyihe nsobanuro y'ijambo "ishengero" iboneka muri iyi mirongo? **(Ab'Ikol.4:5, Ivyak. 15:4,22,30; 1 Tim 5:17, Abaheb. 10:25)**

Ni ayahe matandukaniro ashingiye ku turere aboneka mw' ikoreshwa ry'ijambo ishengero muri iyi mirongo? **(Ab'Igal.1:22, Ivyak. 9:31)**

Ijambo ishengero rikoreshwa rite muri iki gihe?

II. **Ugutahura nabi Ishengero :Ishengero si Urusengero**
Kuki urusengero rwo mw'Isezerano rya Kera Atari uburyo nyabwo bwo gusobanura Ishengero ryo mw'Isezerano Risha? **(1 Ab'Ikor. 6:19, Ivyak. 17:24)**

**III. Ibigereranyo Vyerekana Ishengero nk'Umubiri Ukwiye**
Ni umuryango **(Tito 3:14-15; Abanyef. 3:15; 2 Tes. 3 :15 ; 1Pet.2 :17)**
Ni umubiri **(1 Kor.12 :12-17)**
Ni umukuku **(Ivyak. 20 :28-29)**
Ni ubwoko **(1Pet.2 :9-10)**
Ni umugeni **(Ivyah. 12 :2)**
Ni inyubako (urusengero ruzima).**(Ef 2 :20-22)**
Ni ubuherezi **(Ivyah.1 :5-6)**
Ni ishami **(Yoh. 15 :1-16)**
Ikigereranyo cose muri ibi kitubwira iki ku kuntu ishengero rimeze?
Ni iyihe ngorane yoterwa no kubona ishengero nk'umubiri n'ubuherezi ariko ntituribone nk'umuryango canke umukuku?

**IV. Gushinga Ishengero Rizima**
Kumenya ko Ishengero ari umubiri muzima bidufasha iki mu bikorwa vyacu vyo gushinga ishengero ahantu ?

A. **Abagize Ishengero** ry'ahantu bategerezwa kuba ari **Abizera.**
Ni iki umuntu yokora ngo abe urugingo rw'Ishengero rya Yesu Kristo (Umubiri wa Kristo)? Ronderera inyishu yawe mu Vyanditswe.
Ni iki umuntu yokora ngo abe urugingo rw'Ishengero ry'ahantu?
Ni ubuhe buryo ishengero ryanyu ryerekana ivyigishwa mw'Isezerano Risha vyerekeye uko Ishngero rimeze?
Mbega birahagije ko umuntu yokora ibikorwa mu miryango mpuzamashengero ariko ntagire ishengero abamwo? Kuki?

B. Kuki inyubako zidakwiye kuba **iza mbere mu vyiyumviro**?

C. Mbega uremeranya n'abavuga ko **umwumvikano ari wo wa mbere**?

D. Uremeranya n'abavuga ko ishengero ry'ahantu ritegerezwa **kujana n'imigenzo yaho**?

E. Ni iyihe migenzo ikenewe mw'ishengero? **(Ivyak. 20:7; 14:23, 1Kor 5:1-5, 2Kor. 8:1-5)**

F. Mbega **imigwi mitomito** irashobora kugira uruhara rukomeye? **(Ivyak. 2:42-46)**

## ISHENGERO –Integuro y'Imenyerezwa 6 -- Ibikorwa Vyuzurizanya vy'Ishengero:

Bigenda Bite Iyo Muteraniye Hamwe ?

**I. Kwuzurizanya:Umwitwarariko w'Umuntu wese mw'Ishengero**
Ibikorwa vyuzurizanya mw'Ishengero ry'ahantu bitegerezwa kugaragara no mu migwi mitomito y'abizera.
Ni ibihe bikorwa vya nkenerwa ishengero ritegerezwa gukora?
Ni abizera bangahe bakenewe kugira ngo ishengero rikore ibikorwa vyuzurizanya?
Ni gute dushitsa itegeko ryo mu Abaheb.10:25 asangwa ata shengero ry'ahantu ririho?

**II. Ibikorwa vyuzurizanya vy'Ishengero**

A. Mbega guhimbaza bikorwa n'ishengero rinini gusa canke abantu 6 – 8 barashobora guhuriza hamwe bagahimbaza Imana?

B. Imigenzo

1. Mbega umubatizo ni umugenzo wo mw'Isezerano Risha? Iyi mirongo itubwira iki ku mubatizo; ukorwa ryari (Ivyak. 8:36; 16:33), na nde (1Kol.1:14-17)?

a. Umubatizo ni ikimenyetso c'iki? (Ivyak. 2:41) Kwizera Kristo kw'umuntu ubwiwe

b. Umubatizo ni ikimenyetso c'iki kandi? Isezerano hagati y'Imana n'Umuntu (Abar.11:27, 2Kor.3:6, Abaheb.12:24)
2. Ingaburo Yera (1 Kor.11:23-34). Intego yayo ni iyihe kandi ni nde akwiye gusangira ku meza?

C. Kwigisha Ijambo (1 Tim 4:13)

D. Gukomezanya: Iyi mirongo itubwira iki cerekana gukomezanya
Mukundane (Yoh. 13:34, 15:12,17)
Mugamburukanire (Abar. 12:10)
Mwakirane (Abar. 15:7)
Mwigishanye (Abar. 15:14)

E. Ni ikihe gikorwa Yoh.15:26-27 hatubwira gukora? Ivugabutumwa

F. Gutanga (Abaf. 4:19) – umurwi mutoya ushobora gutanga kuri nde?

**III. Ibikorwa Vyuzurizanya Bikorwa Ryari?**

| |
|---|
| Mukore umwimenyerezo mw'ishure mukurikije urutonde ruri hepfo. Shira urwo rutonde aho abantu babona. |

Raba ko wemeranya n'ibikorwa vyanditswe. Asangwa hari icibagiwe ca nkenerwa ucongereko. Shira "Ego" canke"Oya" mu kazu kamwekamwe werekana ko ibi vyemewe mu mugwi, mw'ishengero canke hompi. Muganire ku nyishu zanyu.

**Ibikorwa Vyuzurizanya**

| **Igikorwa cemewe na Bibiliya** | **Umurwi muto** | **Ishengero ry'ahantu** |
|---|---|---|
| Ivugabutumwa ry'Ubucuti | | |
| Gutanga kubwo abashinga amashengero | | |
| Gucaha/Guhana | | |
| Gutazira kwa benshi | | |
| Kuvuga ubutumwa | | |
| Intahe yawe ubwawe | | |
| Umubatizo | | |
| Ameza y'Umwami | | |
| Gufasha abakene | | |
| Kuririmba nk'umurwi | | |
| Kwitaho abarongozi b'ishengero | | |

Ibindi bibazo vyo kuganirwako (mu migwi asangwa abamenyerezwa ari benshi)
Ni ibihe bikorwa vy'Ishengero vyuzurizanya?
Ni gute ibikorwa vyuzurizanya vyoboneka mu mugwi muto w'abizera?
Ni akahe kamaro ko kuvuga ubutumwa mu gihe dukoranye? Ni ikihe gikorwa kijana no Kwiga Bibiliya mu mugwi?
Wumva ko umubatizo wo mu mazi menshi usobanura iki?
Kuki gutanga ari igikorwa ca nkenerwa mw'ishengero?

**Integuro y'igikorwa**

Hamwe n'abizera bo mu mugwi wawe wo gushinga amashengero, mwumvikane igihe muzotangurira gukoranira hamwe. Ayo makoraniro azoba ameze gute?

## ISHENGERO – Integuro y'Imenyerezwa 7 -- Gutegura Inyandiko y'Intego y'Ishengero:

**Kuki Ishengero Ryawe Ririho?**

| |
|---|
| Iki ni ikiganiro. Abamenyerezwa bategerezwa gutegura mu nyandiko Intumbero y'amashengero yabo bakaziganirako n'abandi bari mu nyigisho. |

Mu gitabo ca mbere ku Cigwa ca 4 cerekeye Ishengero, mwaratanze insobanuro kw' Ishengero. Ivyo vyishura ikibazo "Iki?" Inyandiko y'Intumbero yishura ikibazo "Kuki". Kuki ishengero kanaka ritegerezwa kubaho? Andika ivyo iyi mirongo yose ikubwira ku kibazo "Kuki"

| | | |
|---|---|---|
| Mat. 16:18 | Ivyak. 2:41-47 | Kol 3:12-17 |
| Mat.28:18-20 | Efes.3:10-11 | Heb 10:22-25 |
| Ivyak. 1:6-8 | Efes. 4:11-16 | 1 Pet. 2:1-5,9,12 |

**III. Andika Inyandiko y'Intumbero**

Ibaze ibibazo bikurikira:

**Kuki ishengero uhamagarirwa gushinga ritegerezwa kubaho?**

**Ni uwuhe mwanya udasanzwe rifise mu kwubaka Ubwami bw'Imana?**

**Nk'abahagarariye Imana mu karere mwatoranije, muhari kugira ngo mukore iki?**

Andika imvo cumi zizotuma abantu baza mu ishengero ryawe rishasha:

Akarorero #1: Good News Church(Ishengero ry'Ubutumwa Bwiza) ribereyeho guhimbaza Imana, gukomeza abizera no gukwiragiza Ubutumwa Bwiza ku bazimiye muri Smithville(Bujumbura).

Akarorero#2: Gospel Fellowship Church(Ishengero ry'Urunani rwo Gukwiza Ubutumwa) ribereyeho gukwiragiza Ubutumwa muri (Bururi) Grant city, Brown County, mu gihugu cacu no mw'isi.

Akarorero#3: Resurrection Church(Ishengero ry'Ukuzuka) ribereyeho gufasha ingo mu gisagara(ca Gitega)ca Riverbend.

Ibibazo vyo kwiyumvirako, gusubiramwo no gushira mu ngiro:

Mbega insobanuro yawe kw'Ishengero n'inyandiko yawe y'intumbero y'Ishengero bishingiye ku kuba inararibonye kwawe canke ku Vyanditswe?

Mbega inyandiko y'intumberoego yawe ijanye n'intumbero z'Ishengero twaganiriyeko mu cigwa ca 2 kw'Ishengerotorero" Asangwa atari vyo,ni iki kiburamwo?

Kuki inyandiko y'intumbero y'Ishengero ari ngombwa?

Ni iki kizotandukanya Ishengero ryawe n'ayandi mashengero?

**Integuro y'igikorwa**

Subiramwo umwimenyerezo wo gutegura no kwandika intumbero y'ishengero hamwe n'abarongozi bawe b'amashengero mashasha. Bashobora kuba bakijijwe vuba, abarongozi bashasha, canke abandi bantu mufatanya mu gushinga Ishengero. Asangwa ari Ishengero ryavyawe n'irindi, abo bashobora kuba baraturutse mw'Ishengero avyabayobozi bafite umurava wo kubyara andi matorero mashya.

## ISHENGERO – Urutonde rw'Amamenyerezwa 8
## -- Ivyiyumviro-rufatiro vy'Igikorwa co Gushinga Amashengero:

**Ishengero Ryitaho Abazimiye bo mw'Isi gute?**

**I. Ivyiyumviro-rufatiro ku Gikorwa co Gushinga Amashengero ni iki?**

**Ni uburyo dusobanukirwa "uko bigenda" canke inganda tujamwo mu gukora Igikorwa.**

II. Uko Ivyiyumviro-vy'urufatiro vy'Igikorwa co Gushinga Amashengero **bikenewe**
A. Bibiliya yigisha gutegura twiyumvira neza (**Imig. 14:15; Imig. 15:22)**
Mbega Yesu yari afise ivyiyumviro vy'uko bizogenda?(**Mat.16:21-23, Mar 1:45, Yoh 6:5**
Mbega Paulo yari afise ivyiyumviro vy'uko bizogenda? **(Abar.15:20, 1kor.2:1-2)**
B. Iciyumviro-rufatiro c'igikorwa co gushinga amashengero ni ic'ibikorwa.**(Ef 2:10)**
C. Iciyumviro-rufatiro gitahuritse giha ibikorwa vyacu intumbero.
D. Iciyumviro-rufatiro c'igikorwa co gushinga amashengero categerezwa kuba ciganziwe; Gikurikiza:
Ubushobozi n'intege nke z'ushinga ishengero
Gukoresha umurwi w'abashinga amashengero aho bishoboka
Ni ngombwa kw'ishengero rishasha.
III. **Ibiri** mu ciyumviro-rufatiro kinoze c'igikorwa co Gushinga Amashengero
C. Cubakiye ku nsiguro n'intumbero
D. Gishingiye ku bihe ishengero ririmwo. Ishengero rimerewe rite?
E. Gishingiye ku bantu. Ni ba nde ishengero ryawe rikorera?
F. Rifise akamaro **nk'igikoresho co kwisuzuma.**

**Integuro y'ibikorwa**

Koresha inyandiko ziri hepfo usaba ko umwigishwa wese gutegura iciyumviro-rufatiro c'igikorwa ciwe co gushinga amashengero. Niba bishoboka umwigishwa arondere ayo majambo mu rurimi rwiwe. Niba bidashoboka wandike ibibazo vyose ku kibaho.

**GUTEGURA ICIYUMVIRO-RUFATIRO C'IGIKORWA CO GUSHINGA AMASHENGERO**

Kugira ngo utegure iciyumviro-rufatiro gitahuritse c'igikorwa co gushinga amashengero utegerezwa kwisunga ibi bikurikira:
Utegerezwa kuba utahura neza ico Imana yahamagariye iryo shengero kuba no gukora (Inyandiko y'integuro) n'ico Imana ihamagarira ishengero rishasha kuba no gukora. Ni iki Imana ishaka ko mushikako mu myaka 3-5 nk'ishengero rishasha?
Utegerezwa kuba uzi neza ababa mu karere watoye. Ni abantu ki ushaka gushitsako ubutumwa?
Ni iyihe migenzo ishoboka wakoresha kugira ngo utanguze ishengero ryawe (kuririmba,Imirwi, ishure ya Bibiliya, amasengesho ya batatu, n'ibindi...)
Ni izihe ngabirano, inkomezi n'intege nke zawe ubwawe n'iz'umurwi wawe?
I. Ibibazo Wokwibaza Igihe Utegura Iciyumviro-Rufatiro C'igikorwa.
Ishura ibi bibazo ufatanije n'abandi mu murwi wawe wo gushinga amashengero:
A. Ni ayahe majambo atatu wifuza ko yaranga ishengero risha ugiye gushinga?
B. Ni bande baba ahantu ushaka kujana ubutumwa? Ni abantu ki bazoba bagize ishengero ryawe ?
C. Ni iki kizoba umwitwaririko muri iryo shengero?
D. Ni iki kizoba krongoye abantu muri iryo shengero?
E. Ni iki cerekeye ishengero ryawe rizokoresha mugushikira abantu bo mu bindi bisagara ushaka gukoramwo?
F. Ni bande ishengero ryawe rizokoresha kuruta abandi?
G. Ni bande wifuza ko ishengero ryokoresha?
H. Ni izihe ntonde n'ibikorwa bishobora gushikirwako neza mw'ishengero? Ni ikihe uzosuzumirako ko vyashitsweko?

II. Ivyitaweko mw'Ishengero Ryawe.
Ni iki citaweko kigaragara mu buryo ishengero ryawe rikora ibi bikurikira: gutazira, kwigisha Ivyanditswe, ivugabutumwa,kwitanaho, uburongozi, urwaruka n'abana, kubana n'ababanyi, ibikorwa vyo kubaho neza, ubutumwa, ivyizerwa, ubutunzi, ibikoresho, inyubako, n'ibindi.
III. Ubwoko bw'Ibikorwa

Mu nteguro imwe canke zibiri, erekana ubwoko bw'igikorwa utegura mw'ishengero ryawe. Ni iki kizoranga imigenzo yishengero ryawe ryisangije?

IV. Ivy'agaciro

Ni ibihe vyagaciro birongora ishengero ryawe rishasha? Ni ibiki wizerako bizorongora ibikorwa vyawe mu mezi n'imyaka iza. Andika nibura icumi muri vyo.

V. Vuga iciyumviro-rufatiro cawe c'Igikorwa

Mu ntumbero zibiri, gerageza kwandika iciyumviro-rufatiro c'igikorwa cawe kirimwo ibice vyose twavuze haruguru. Ushobora gukuramwo ikintu kiranga iciyumviro-rufatiro cawe mu majambo make?

Iciyumviro-rufatiro c'Igikorwa canje co Gushinga Amashengero:

Ikintu kiranga Ishengero Ryanje:

VI. Muganire kandi Mugereranye Ivyiyumviro-rufatiro vyanyu n'Ivy'abandi.

Mumenya yuko ata bihe bibiri bishobora guhwana, bityo ko ata n'ivyiyumviro-rufatiro bibiri bishobora guhwana, muganire kandi megereranye ivyo mwanditse n'ivyo abandi bamenyerezwa banditse. Hanyuma mubiganireko n'abarongozi b'amashengero yanyu ndetse n'abagize umurwi wanyu yo gushinga ishengero Musubiremwo kenshi iyo nyandiko, kandi muyikoreshe mu gihe co gushinga ishengero nk'igikoresho co kwisuzuma nimba muriko murakora ibikwiriye mu gihe gikwiye.

## INYIFATO YA MPWEMU – Urutonde rw'amamenyerezwa 6
## -- Kubaho nk'Abana Aho Kubaho nk'Imfuvyi:

Ab'i Galatiya 4:1-7

**I. Kubaho nk'Imfuvyi**

Uremeza ko ibi bintu bitatu biranga imfuvyi muri rusangi?

A. Imfuvyi zamana ubwoba no kubura umutekano

B. Imfuvyi zamana amaganya adasanzwe

C. Imfuvyi zamana agahinda n'irungu ryinshi

**II. Abakristo Babiyumvira Kandi Bakora nk'Imfuvyi**

Mbega ibi vyavuzwe ku mfuvyi hari aho bihuriye n'ivyo mu bugingo bwawe? Ni ryari wifata nk'imfuvyi mu mpwemu? Twifata dute mu ngorane zacu? Twiyumvira iki? Mbega ntitwihebura tukagira ubwoba bwinshi? Nta gihe twiyumvira yuko icatumye biba bityo ari uko Imana yabaye muri vyinshi ikatwibagira?

Soma **Ab'I Galatiya 4:1-7.** Isano yacu n'Imana isobanurwa gute muri iyi mirongo? Ni ibiki bijana no kuba Umwana?

**III. Kuba Umwana ku Mana**

Yohana 14:8 havuze iki ku bugingo bwawe muri Kristo?

Mu kigereranyo ca Paulo mu **Ab'I Gal. 4:1-7,** kuba umwana bivuga iki?

Dukwirikije uko Imana iteye, kuba abana b'Imana bivuga iki?

**Imbere yo guhinduka abana b'Imana,** Abaroma 2:14-15 **havuga ko umutima wacu wokoraga iki muri twebwe?** Abaroma 8:1 **havuga ko tumerewe gute muri Kristo? Abaroma 8:15-17 havuga ko isano yacu na Data imeze gute?**

Kuki Imana yaduhaye amahirwe yo kuba abana?

Imana ntikiri Umucamanza wacu ahubwo ni Data wa twese adukunda.

**IV. Uko Tunanirwa Gutahura ko Turi Abana.**

Biterwa n'iki kuba twebwe abagizwe abahungu n'abakobwa,kenshi twifata nk'imfuvyi? Kubera iki tukumva umubabaro, dufise ubwoba, turitwenyene?

**A. Dutuma Ubutumwa buboneka nk'ubudafise akamaro kubera ubwibone**

Ni gute watumye icaha cawe kiboneka nkuko kidakomeye?

Ni gute kumenya ko turi abana bituma tudahisha ivyaha vyacu?

**B. Dutuma Ubutumwa buboneka nk'ubudafise akamaro kubera kutizera.**

**Ni gute watumye Ubutumwa busa n'ubudafise akamaro kubwo kutizera?**
Mbega Imana iracira abana bayo urubanza nkuko ibikorera abatayizi?

**Integuro y'ibikorwa**
"Umwimenyerezo w'ururimi"
Mu misi ibiri iri imbere, ntuzonegure, ntuzogire uwo uvuga nabi, ntukavovote, ntukisigure nihagira ukwereka ikosa, kandi ntukishime kubera ivyo washitseko. Uze uvuge ivyiza ku bandi gusa, ushime Imana muri vyose, wemere atangorane igihe wakoze ikosa, kandi unezerererwe gusa intege nke zawe. Uyu mwimenyerezo w'ururimi uzogufasha kubona uburyo icaha kigifise ubushobozi mu buzima bwacu, n'uburyo twama dukeneye ubuntu bw'Imana.Inyuma y'uyu mwimenyerezo uzoshimira Imana cane ubonye ko kuba warahinduwe umwana bitatewe n'uko wumvira cane, ahubwo vyatewe no gucungurwa kwawe kwavuye kuri Kristo. Uyu ni umwimenyerezo w'ubuzima bwawe bwose, ariko gerageza kuwukora muri iyi minsi ibiri iri imbere.

## INYIFATO Y'IMPWE –Urutonde rw'Amamenyerezwa 7--Kwiga Kuba Abana

**I. Umutima Uremerewe canke Umutima Uremurutse**

A. Kugira umutima uremerewe biterwa no kwama twicira urubanza no kumva ko tudakwiye. **(Zab. 51:3)**
Umutima w'imfuvyi mu mpwemu umeze gute? Wusigure.

B. **Abaroma 8:31-35 –** Muri iyi mirongo harimwo ibibazo bitandatu. Ni iyihe nyishu imwe kuri ivyo bibazo vyose? Abaroma 8:39

C. **Ab'I Gal. 5:1; Mat. 11:30** Mbega iyi mirongo iraduhumuriza? Ibaze nimba twebwe abizera twamana ubuzima bwo kwicira urubanza, n'ubwoba no kumva ko Data yadutaye, ubwo buzima bwoba bumeze gute?

**II. Umutima w'Ubwibone canke Umutima Ufatanya na Data.**

Mbega umwana abona se gute?
**Yohana 6:6** hatubwira ko Imana igerageza gute isano yacu na Yo?
Inyifato zacu muri iryo geragezwa nayo igaragaza uko tubona Imana.Mbega wamana ubwoba canke uzi Imana nka Data igukunda kandi wo kwizerwa? Hari igihe ugenda wunguka inkomezi – ndetse ukaba wofasha uwundi muntu – kubwo kurondera uko wova mu mungorane zikugoye? Ni iyihe nyishu Imana itwitezeko?

**III. Umutima Witaho Gukunda Abandi**

Tubwirwa n'iki ko Imana ikidukunda?
Twifata gute iyo twiyumviriye ko Data wo mw'ijuru atatwitayeho vy'ukuri?
Mbega ibi vyoba vyarakubayeko bikakwereka uko umeze kuri Data? Kwiyumva nk'imfuvyi kwoba kwaraguteye kwibwira ko udakundwa? Canke wumva ugoma kunyegeza ico Imana yaguhaye kubera kugira ubwoba ko ushobora kugitakaza? Mbega wumva wugurukiye gutanga, kubera kwizera ko Imana yaguhaye ibihagije?

Rangiza iki cigwa ukora umwimenyerezo wongeweko w' 7A hepfo. Ushobora kubwira abamenyerezwa gushinga amashengero uti, "Ngiye gusoma uko imfuvyi n'umwana bameze incuro zibiri. Nawe utore ibintu bitatu ukunda kurwana navyo cane. Ni ntangura gusoma ubwa kabiri, wandike inomero n'ibiranga imfuvyi canke umwana muri vya bindi bitatu." (Nimba abamenyerezwa bafise ibitabo vya Omega vyuzuye bashobora gusoma ibi ubwabo.)

**Ivyongeweko 7A**. Iyumvire ku kintu cose vya bindi bitatu bikugora cane.ku kintu kimwe kimwe, ni iki ushaka ko Imana ihindura muri wewe? Hanyuma ukibwire Data wo mw'ijuru usenga.

| IMFUVYI | | UMWANA |
|---|---|---|
| KUBESHWAHO NO “KWIHEBA”YESU AKABA “UMUFASHA”Yoh14:18 “Sinzobasiga nk’imfuvyi” | | KUBAHO MU KWIZERA. KRISTO NI UBUGINGO BWACU! Ab'I Gal.2:20 Abar.8:15 “Yaduhaye Mpwemu Yera ngo tube abana b'Imana” |
| Yumva ari wenyene; nta bucuti bukomeye afitaniye n’Imana “hari amaganya n'irungu” | 1. | Afise ivyizigiro vyinshi ko Imana ari Data wo mw’ijuru imukunda (1 Yoh 4:16 |
| yama yiganyira iyo hari “ico akeneye”, incuti, amafaranga, ... “Ndi njenyene ntawunyitayeho” | 2 | Yizingira Data kandi ntakekeranya ko amwitayeho; ntiyigera yiganyira. |
| Yama yiteze gupfa no gukira; yipfuza kuboneka neza uko bimeze kose. Arondera ico yoshikako. | 3 | Agerageza kwama yumva ko akorana n’Imana. Nta bwoba afise. |
| Yumva aciriweko urubanza, ariko urubanza, kandi adakwiye imbere y’Imana n’abantu. | 4 | Yumva akunzwe, yarahariwe kandi yemewe rwose kuko yambaye kwemerwa kwa Kristo. |
| Afise “kwizera guke” ntashobora kwizigira Imana burundu. “Agomba kwivugurura” | 5 | Yama yizeye ko Imana itisubirako ifise umugambi mwiza, wuzuye ubwenge, ku bugingo bwiwe. |
| Akora cane kugira ngo akore ivyoyategetswe kandi ashimishe abantu, araruha. | 6 | Gusenga nivyo akoresha imbere y’ibindi “Ngiye kubanza kubaza Data”. (Abba) |
| Yivumbura imbere y' Imana n’abantu; akenshi arakanya mu buryo bw'Impwemu,agakomantaza umutima. | 7 | Agira inkomezi zo kwumvira, agira umutima woroshe (umenetse) Zab 51:17 |
| Arisigura; ntaho yumva, aragarariza iyo abwiwe ko atagororotse (ashaka kwiregura) | 8 | Nemera gutorwa amakosa kuko ndi muri Kristo, si ku bwanje, nshobora gusuzuma ikintera gukora ivyo ndimwo. |
| Ashaka kwama ari mu kuri, atekanye, arinzwe; adashaka gutsindwa; yitwaririka ivyiwe gusa; ntiyemera abamuhanura; ashaka abamutera amashurwe gusa. | 9 | Ashobora kugerageza ibintu bikamunanira. Kuko agororotse muri Kristo, ntakenera ivyo yirata, ibimutera ingorane aravyirinda. |
| Yitwaririka ivyiwe ariko agacika intege, nta nguvu z'impwemu; araneshwa. | 10 | Yizigiye kandi aterwa umwete na Kristo kubera mpwemu akorera muri we. |
| “Ndabibereka – mundabe gusa” “Aho abandi bananiwe” (inkomezi z’ukwipfuza) | 11. | “Nshobozwa vyose na Kristo ampa inkomezi” (Ef. 4:13) |
| Ariyizigira cane; agafatira ku ngabirano n’ubushobozi bwiwe kugira ngo agire ico akora. | 12. | Yiyizera gake ariko akizera cane mpwemu Yera (kwemera ko amukeneye kenshi) |

| | | |
|---|---|---|
| Ntiyigera ashima Imana, aravovota; anegura abandi, agaragaza ko yuzuye mpwemu w'ikibiriraho, wenyene yishizemwo. | 13. | Yemerera mpwemu kurongora ururimi rwiwe gushima, guhagurutsa abandi abandi no kubatera umwete (Ef. 4:29) |
| Amenya cane gutunga agatoki ibitagenda neza,gihe cose aba afise ivyo agaya. | 14. | Ntiyirengagiza amakosa, ariko ahitamwo kwitaho kuvyiza (Ef. 4:8) |
| Aranegurana (avuga ivyaha vy'abandi) ashaka kugaya abandi ngo yumve aruhutse; arazi kuraba intege nke z'abandi; afise ingabirano "gucungera" | 15. | Aryoherwa no kwaturira abandi amakosa yiwe kandi akgashima inkomezi zabo. Si itegeko ngo yame ari mu kuri. Ashaka gukura. |
| Igihe cose yigereranya n'abandi, bigatuma yirata canke akisuzugura (bitewe n'uko abandi bameze) | 16. | Ahagaze neza muri Kristo; agaciro kiwe kava mu kugororoka kwa Yesu n'amaraso yiwe; si ku kwemerwa n'abantu (Ef. 3:9) |
| Ntashobora kunesha kameremere; nta mutima unesha ivyaha bito, ariko ntiyumva ko ari "umunyavyaha nyawe" | 17. | Aruhukiye muri Kristo, arushaho kunesha kameremere (Abar 8:1-9) kandi yibona nk' "umunyavyaha nyawe" |
| Ntakunda gusenga; gusenga ni ikintu ca nyuma; asenga muri nyagwinshi; gake cane wenyene. | 18. | Gusenga ni vyo bimuranga mu munsi, si ca gihe co kwiherera gusa. Kuvugana na Data biramunezeza (1 Tes. 5 :16-18) |
| Amasezerano ya Bibiliya y'inkomezi n'umunezero ntavyitaho : « Umunezero wawe wose wagiye he ? » (Ab'I Gal. 4 :15) | 19. | Amasezerano y'Imana y'inkomezi n'umunezero ni vyo bimuranga (Abar. 15:13) |
| Ashaka kwihimbaza, ariko agatinya kwerekana ibyo yakoze kugira ngo hatagira ubinenga (Abag.6 :14) | 20. | Asanga Yesu arushaho kuba mu biganiro bye. Yirata Uwiteka n'intege nke ze<br>(2 Abakor. 12:9-10) |
| Yihutira kwiyitirira ibikorwa biboneka kandi bimuha ijambo. | 21. | Kugororoka kwa Kristo ni ko yiyitirira, kuba guhagije muri we (1 Kol. 1 :28) |
| Yirabako : « Iyaba babonaga ibintu nkuko ndabibona » Ashaka cane kuba hejuru y'ibibazo n'abandi | 22. | Araba kuri Kristo ; akorera abandi mu nkomezi za'mpwemu Yera, atari muri «kamere yiwe yacunguwe » |
| Hari ibindi biruta Yesu bimunezeza ; « ibigirwamana » (ubutunzi, ibikorwa, ivyipfuzo) nivyo bimuha agaciro no kuba uwo ari we. | 23. | Kristo amubereye ico kurya n'ico kunywa ; Imana ihagije umutima wiwe « ...isi ntaco ifise no kwipfuza kukuruta » Zab 73 :25) |
| Ugushaka guke kwo kuvuga Ubutumwa (kuko ubugingo bwiwe ari atabwo) iyo abikoze, aba ameze nk'urangiza itegeko gusa, ntabikorana urukundo. | 24. | Yipfuza ko abazimiye bamenya Yesu, abwira abandi ubutumwa niyo yoba atawubimutumye canke atari urutonde rw'ishengero « ...urukundo rwa Kristo ruradutegeka » (2Abakor.5 :14) |

## AMASENGESHO –Urutonde rw'Amamenyerezwa 4–Igihe c'Amasengesho:
### Gutazira no Guhwekera

Iki gihe c'Amasengesho si igihe co kwigisha, ahubwo ni ukurongora abamenyerezwa mu mwanya wo gusenga. Uragomba kwiga Zaburi 95 imbere y'igihe no kumenya ibice bitangwa muri iki cigwa. Iki gihe co gusenga no gutazira gitegerezwa guha umntu wese mu bamenyerezwa igihe co kwiyumvira ku vyo yiga mu mamamenyerezwa no kurondera uburongozi bw'Imana bushobora guhindura ubuzima bwiwe n'igikorwa ciwe.

Iyi Zaburi iturongora mu ntambwe zitatu, nkuko bigaragara muri iki cegeranyo :

| Zaburi 95 | |
|---|---|
| 1. Muririmbire Uhoraho | Umurongo wa 1-5 |
| 2. Mwuname Imbere y'Uhoraho | Umurongo wa 6-7 |
| 3. Mutege amatwi Uhoraho | Umurongo wa 8-11 |

I. Muririmbire Uhoraho **(Zab 95 :1-5)**

Nimuze turirimbire Uhoraho tunezerewe

- Turirimbe indirimbo z'umunezero

Mutamarire ykwera kw'Agakiza Kacu.

- Musome n'ijwi riranguruye Zaburi yo kuduzwa : **Zab. 18 :1-3, 30-36**

Nimuze Imbere y'Uhoraho Mufise Amashimwe

- Mugire igihe co gushinga intahe, cane cane mushima Imana kubw'ivyo ukora mu gusenga kwa batatu no mu bindi bikorwa vyo gushinga amashengero.

Muhimbarishe Uhoraho Imvyino n'Indirimbo

- Mugire uwundi mwanya wo kuririmba no guhimbaza Uhoraho.
- Musomere hamwe **Zab 95:3-5**, mushimire Imana ubutware bwayo butavugirwano mw'isi no mu ijuru.

II. Mutazire Uhoraho **(Zab. 95:6-7)**

Mwubame ... mupfukame imbere y'Uhoraho Umuremyi Wacu

- Saba abamenyerezwa gusenga na mpwemu wo guca bugufi. Nimba babishoboye bapfukame.

Ni Wewe Mana Yacu ...Turi Abantu bo mu Ruhongore Rwiwe.

- Mumwemere nk'Umwungere wanyu bwite. Mumuhimbaze kuko abitayeho.

III. Mwumve ijwi ryiwe **(Zab. 95:8-11)**

Ntimukomantaze Imitima

- Mwihane ivyaha vyose muzi mu mitima yanyu. Soma 1 Yoh 1:9
- Mufate umwanya wo guha Imana. Mumusabe abereke aho mwoba mukeneye guhindura imigenzo ya kera, ingeso, canke uburyo bwo gushinga amashengero bitagihuye na Bibiliya, kubera ivyo mwize muri aya mamenyerezwa. Mwumvikane n'Imana ku vyo mukwiye kugumana n'ivyo mukwiriye kureka mu buzima bwanyu no mu bikorwa vyanyu.
- Soma **Abaheb. 3:7-19**. Umurongo wa 13 havuga guterana intege ku musi ku musi. Mwigabanyemwo babiri babiri. Musenge amasengesho yo guterana intege.

**UBURONGOZI – Urutonde rw'Amamenyerezwa 1 -- Ivyo Bibiliya ivuga ku Burongozi**

I. Insobanuro y'Uburongozi

MUNTU WESE UKWIWE : Fata umununta umwe usigure "uburongozi" mu majambo make cane. Bwira abandi insobanuro yawe.

"Uburongozi ni ubushobozi umuntu agira ubushobozi bwo guhindura ivyiyumviro vy'abandi" (Sanders)

"Uburongozi ni inzira rusange ituma umugabo canke umugore yahawe ubushobozi n'Imana ashobora guhindura ivyiyumviro vy'abandi abitumbereza ku migambi afitiye abo bantu." (Clinton)

Gereranya insobanuro yawe n'iyatanzwe n'aba bagabo bombi, Sanders na Clinton.

Ijambo rimwe risobanura uburongozi ni "Guhindura"

Gusobanura uburongozi nko "Guhindura" bijana n'ibihe bintu bindi? Ni bande mu barongozi bo mw' ishengero uzi bahuje n'iyi nsobanuro?

**II. Ivyo Bibiliya ivuga k'Uburongozi**

Mu mimigenzo y'isi bemeza ko "abarongozi badashobora kwizera ko abayoborwa bashobora gukora ivyo bagomba gukora", kandi ko "kwizera abantu cane bituma bagusuzugura" Uburongozi bw'isi kandi bwemeza ko abantu bashobora gukora ivyo bashinzwe basunitswe n'impembo nziza canke batinyishijwe n'ibihano. Kubera ivyo vyiyumviro, abarongozi bo mw'isi bibwira ko ububasha bushingiye ku giti umuntu ariko canke ku kuntu umuntu ameze bwite.

Ku vyerekeye isano riri hagati y'umukozi na shebuja mu gihe ca Paulo, Ef 6:9 havuga iki ku gutera ubwoba? Ni gute wumva utewe impungenge n'umurongozi agenda nkuko twavuze haruguru?

**A. Ubushobozi bwo Kurongora Buva ku Mana –** Iyi mirongo itwigisha iki ku vyerekeye ubutware?

Ubutware bw'Imana yihariye – ubutegetsi busanzwe **(Abar. 13:1-7, 1 Pet, 2:13)** umuryango (**Ef. 5:22-23, 6:1-4**) n'ishngero (**Abah. 13:17)**

Icitegererezo ca Yesu **(Yoh.8:28-29)**

Abarongozi b'Abakristo batoranywa n'Imana **(Yoh. 15:16)**

B. Abarongozi ba Gikristo bategerezwa Kurangwa n'Ugukorera abandi

Iyi mirongo ivuga iki gitandukanye n'ubusuku? Ubwibone. Uhoraho yanka ubwibone **(Imig.6:16-17)** Icitegererezo ca Yesu **(Ef. 2:1-8; Yoh. 13:15)**

C. Uburongozi bwa Gikristo butegerezwa Gutegurwa mu Buryo Bwizwe Neza

Igishushanyo 1:1 Itandukaniro ry'Ubutegetsi bw'isi n'Ubutegetsi bwa Gikristo

| Ubutegetsi bw'Isi | Ubutegetsi bwa Gikristo |
|---|---|
| Buriyizera | Bwizera Imana |
| Busobanukirwa umuntu | Butandukanya umuntu n'Imana |
| Bufata ingingo zabwo gusa | Bushaka kumenya ivyipfuzo vy'Imana |
| Bukoresha inguvu | Ni ubusuku |
| Bwironderera uburyo bwabwo | Bushaka kandi bukurikiza uburyo bw'Imana |
| Bwishimira gutegeka abandi | Bwishimira kumvira Imana |
| Burongorwa n'ivyiyumviro vy'abantu | Burongorwa no gukunda Imana n'abantu |
| Burigenga | Bugengwa n'Imana |

Iyo abantu bavuga umurongozi asanzwe, baba bahereye ku biranga umurongozi w'isi canke ibiranga umurongozi w'umukristo?

**D. Bibiliya ivuga Ubwoko Butandukanye bw'Uburongozi**

**Ef. 4:11-12** havuga amategeko atandukanye y'uburongozi yari mw'Ishengero ry'Isezerano Rishasha. Naho atandukanye,rwego rwose rufise uruhara mu "gutegurira abantu b'Imana gukora igikorwa" canke mu yandi majambo, kubarongora mu gikorwa.

Ikigereranyo 1:2 Inzego z'Uburongozi bw'Isezerano Rishasha,

| Umuhamagaro | Icifuzwa gushikako | Igikorwa |
|---|---|---|
| Intumwa | Intumbero | Gutangura |
| Umuhanuzi | Icaha | Kuvuga ubutumwa |
| Umuvugabutumwa | Agakiza | Kujana Ubutumwa |
| Umwungere | Kurera | Kwubaka ishengero |
| Umwigisha | Ukuri | kwigisha |

Shira urutonde rw'ibikorwa bikorwa mu "Gikorwa co Gushinga Ishengero" (Igitabu ca 1, icirwa ca 3) ku kibaho canke ahandi habona. Saba umuntu wese mu bamenyerezwa gufata iminuta mikeya yo kuraba urwo rutonde. Hanyuma baganire mu migwi mitomito (nimba ari benshi) ubwoko bw'uburongozi bukenewe kugice cose c'igikorwa.

E. Itegeko rya mbere ry'**Uburongozi** bw'Ishengero **ni Ugutegura.**
**Ef. 4:11-12** herekana ko itegeko rya mbere ry'umurongozi w'ishengero ari irihe?
Ikigereranyo ca 1.3 Abarongozi Bakora n'Abarongozi Bakoresha.

| UMURONGOZI AKORA | UMURONGOZI AKORESHA |
|---|---|
| Yitaho Igikorwa "Gikenewe gukorwa" | Araba abantu "Akareka abantu bagakora ari bonyene" |
| Umukozi | Atanga akazi |
| Umugambi – "Gukora igikorwa neza" | Umugambi – "Gutegurira abandi gukora igikrwa" |
| Yinjira mu bikorwa | Arategura, Arategeka, Aramenyereza |

Mbega« uburongozi bukora » canke « uburongozi bukoresha » burakwiye mu Bakristo ?
Mu muco w'iwanyu abantu bahinduka abarongozi gute ?
Ni mvo ki abarongozi beza bategerezwa kubanza kuba abayoboke beza?
Ni buryo ki gutahura ko "uburongozi bwose buva ku Mana" vyohindura uko ubona uburongozi bwawe?
Ni uwuhe mugisha uba utanzwe iyo uwizera afise ubushobozi bwa kavukire bwo kurongora ahawe uburongozi mw'ishengero?
Ni ubuhe mu bwoko butanu bw'uburongozi bwerekanywe mu kigereranyo cya 1.2 busanzwe kuri wewe?
Ni mu buhe buryo aya mategeko ya Bibiliya y'uburongozi atandukanye n'amategeko y'uburongozi bw'isi?

**INTEGURO Y'IBIKORWA**
Muganire ku rupapuro 1A, "Inyigisho z'Uburongozi". Ku nyigisho iyo ariyo yose, murabe amabwirizwa ya Bibiliya akoreshwa canke adakoreshwa. Ku rugero rwose, ni iyihe nama wogirira uwo murongozi aramutse ayigusavye?

Inyigisho y'ingero y'Uburongozi
AMABWIRIZWA

***Urupapuro rw'intangamarara: ishura ibibazo birabana n'inyigisho ikurikira.***

1. Yoba yari bwarongore igikorwa co gutanguza ishengero I Yekatarinburg. Misha na Marina bari bamaze amezi atatu bari mu murwi wabo.Bidatevye Misha na Marima batanguye kwumva batanezerewe mu gikorwa. Bari bafise ivyiyumviro vyiza vy'ivugabutumwa ariko bakumva badafise

umwidegemvyo wo kubivuga. Umurongozi wabo Yurii yasa n'aho adashaka kwumva ivyiyumviro vyabo. Ahubwo ababwira ivyo bategerezwa gukora n'uko bategerezwa kubikora. Inkwirikizi zavyo, ni uko Misha na Marina biyumvira kuva mu gikorwa bagatangura icabo bwite.Mbega **uburongozi bwa Yuri wobuha mahirwe angana gute?**

2. Gennadi ni umwarimu azwi cane muri Kaminuza yakiriye Kristo kubera umubanyi wiwe Nic yamuhaye Bibiliya. Yatanguye kujana na Nic mu rusengero kandi akunda cane inyigisho za Bibiliya ziba imisi yose kuwa Gatatu ku mugoroba. Mu ndwi nke, umuntu umwe asaba ko Gennadi, nk'umwarimu mwiza yoyobora inyigisho za Bibiliya. Uburongozi bwa Gennadi bushobora kuzana abashitsi benshi mu murwi wabo kuko azwi cane kandi akaba yigisha neza cane.Mbega **Gennadi arashobora kurongora umurwi?**

3. Slava arongora umurwi ugizwe n'imiryango itatu yatanguje ishengero I Rostov. Slava avuga ubutumwa neza cane kundwi yose mu gitondo kandi arongora umurwi hagati mu mundwi, rimaze gukura kugeza ku bantu hafi 20 b'abizera.Umuntu wese arakunda ubushobozi bwa Slava bwo kwigisha no kuvuga ubutumwa, ndetse n'ubushobozi bwo kurongora ibikorwa. Ariko Slava atanguye kunaniwa kubwo ibikorwa vyinshi. Slava yasavye mugenzi wiwe Anatoli gutanguta iwundi murwi mushasha afatanije na bamwe mu bagize umurwi wa Slava. Ariko abantu bavyitavye cane, bityo Anatoli acika intege. **Suzuma uko Slava yoba yaragabiye Anatoli ico gikorwa.**

4. Ishengero rishasha rya Smolensk rirakura ningoga cane. Bamwe bavuga ko biterwa n'uburongozi bwiza bwa Victor na Luba. Batanguye ishengero inyuma y'uko Victor avuye kwiga I Moscow akazana impamyabushobozi ya Seminari. Abenshi mu bagize ishengero ni abizera bashasha batigeze baba mu rindi shengero. Victor ni we yigisha i gihe cose, naho Luba akarongora inyigisho zo mundwi. Uko ishengero rikura, Victor agerageza kuraba abandi baba bafise ubushobozi bwo kurongora kugira ngo bamufashe mu bikorwa vy'ishengero. Ariko ntawuraboneka abishoboye. Yagize umugisha wo kuronka abasore batatu bashobora kumenyereza kurongora ishengero. Victor yaronkeye babiri muri bo amafaranga y'ishuri yo kuja kwiga I Moscow. Bazogenda mu misi mikeyi gutangura urutonde rw'imyaka itatu.Mbega **ubwo buryo bwo gutegura abarongozi wobuha mahirwe angahe?**

5. Boris aba mu Gisagara gitoya mu majepfo y'Uburusiya hatagira ishengero ry'ivugabutumwa. Boris yabonye ko hari abakristo bamwe bagenda ibilometero vyinshi yaho baja gukoranira – bamwe bagenda ibilometero 30. Barongowe na Boris, abo bakristo bishize hamwe batanguza ishengero rishasha. Uko abo bakristo bakoranye, usanga bose banezererewe ishengero rishasha kandi umuntu wese atanga ivyiyumviro vy'ukuntu ryoyoborwa akurikije ivyo yabonye mw'ishengero yahozemwo. Ariko Boris we akababwira ko ari we mwungere kandi ko bakwiye kwibagira imigenzo n'imico y'amashengero bavuyemwo kuko ari we ategerezwa kurongora iryo shengero rishasha.Mbega uriyumvira yuko iyo migenzo ya Boris izovyara ingaruka nki?

6. Keril yashinze amashengero atatu mu Bisagara bitandukanye vyo mu burengerazuba bw'Uburusiya. Keril ni inararibonye mu gushinga amashengero. Agira ishaka kandi aritanga, afise ingabirano y'umuvugabu- tumwa. Acuraranga gitari kandi akaririmba ku buryo ashobora gushimisha abantu amasaha menshi. Akunda gutanguza ibintu akabivamwo agatanguza ibindi. Amashengero yatanguje yirekana imigenzo yiwe. Aboneka cane agitangura ariko akagenda acika intege iyo haje ikindi kintu kigezweko. Keril yemeza ko ari ko ateye kandi ko ntakintu yokora ngo ahinduke. Arazi ko Imana imukoresha nubwo bimeze bityo. Mbega **uburongozi bwa Keril wobusuzuma gute?**

7. Zhenya amaze imyaka myinshi akora cane mu gushinga ishengero. Ishengero riragenda neza. Rimaze gukura kugeza ku bantu hafi 200 mu myaka itatu. Umugore wiwe n'abana biwe bane bama

bamara igihe batamubona kuko agenda mu gitondo kare agataha bwije cane. Zhenya ntabwo akunda ubwo buzima ariko abantu akoreramwo baramukeneye cane. Benshi bararwaye bakeneye uwuza kubaraba, n'abandi barashonje bakeneye kugaburirwa. Zhenya azi ko aramutse ahagaze gukora ivyo vyose birimuriwe, igikorwa co hagarara, abantu ntibakizwe kandi ishengero ntiryongere gukura.Mbega **uriyumvira ko Zhenya ari umurongozi mwiza? Kuki? Kuki atari we gusa?**

## UBURONGOZI–Urutonde rw'Amamenyerezwa 2--Ikigice c'Umurongozi

**I. Akomeza Imigenzo nk'iya Kristo**
Ni ibiki biranga imigenzo isa na Kristo?

**II. Akorana Neza n'Umurwi**
Ufise umurwi ukorana na wo ? Kuki ? Kuki utawufise ?
Wewe canke umurwi wawe mufise imigambi y'umurima wanyu ?

**III. Arakuza Ingabirano n'Ubushobozi bw'Abandi**
Niba ico twitayeho cane ari ugukoresha ingabirano zacu, ni uwuhe muhamagaro w'Imana dushobora gutakaza ? (2 Tim 2 :2)

**IV. Arazi Uburyo bwo Gutanga amategeko**
Kuki umurongozi ategerezwa guha abandi amategeko ?
Ni ayahe mategeko uriko urakora wipfuza guha uwundi muntu ?

**V. Kwiha Imigambi, Urutonde n'Intumbero Kandi Agakora Kugira Ngo Abishikeko.**
Umurongozi yofatanya n'abandi gute gushiraho imigambi ? (Imig.20 :18, Luka 14 :31)
Mu rutonde rw'ibiranga umurongozi w'Umukristo rukurikira, ni ibihe bintu bibiri ufisemwo inkomezi cane, kandi ni ibihe bibiri ufisemwo intege nke cane ? Sobanura.
Gusa na Kristo, Gukoresha abandi, Kumenyereza, Gutanga amategeko, Gushiraho urutonde, Kwubaka intumbero, Kutava kuvyo wemeye, Umuvugabutumwa.

**VI.** Ni gute **« wotunganya intumbero ku buryo abandi bayigirako »**

**VII. Kutava kuvyo wemeye no Kunesha Ibitsitaza**
<u>Kuba urangwa n'ibikorwa bisobanura iki kandi ni kuki iki gtegerezwa kuranga ushinga amashengero?</u>

**VIII. Ibiri kw'Isonga mw'Ivugabutumwa.**
Ni iki cankenerwa cane, kumenyereza abarongozi canke gukora ivugabutumwa?
Ni ibihe mu biranga umurongozi twavuze mu ngingo ya V ufisemwo ingabirano nk'umuntu ushinga amashengero? Ni hehe wumva udakora neza, ukurikije uko wibona?

**INTEGURO Y'IBIKORWA**
Raba Ivyongeweko kuri 2A: "Umurongozi" Ni ibiki biranga Uburongozi bwa Gikristo ubona muri iyi nkuru y'ubuzima bwa Kristo? Vyandike ku rupapuro, hanyuma ubigereranye n'ivyo twaganiriyeko muri iki cirwa. Birahuye? Uriyumvira ko bifise akamaro kangana gute? Ubuzima bwawe wobugereranya ute n'uburongozi?

**Ivyongeweko kuri 2A Umurongozi**
Uyu murongozi yari afise ico gukora. Ubutumwa bwiwe bwari ubwo guhindura isi. Ukwo guhindura uyu murongozi yashaka ntikwari ukw'ikirere canke ukw'igihe gito gusa. Vyarimwo no guhindura imico y'ubuzima yose, bikazovamwo umuco mushya ukwira mu moko yose n'amahanga yose. Muri make uyu murongozi yari afise amategeko akomeye cane. Abandi barongozi bakomeye bari barageragеje kubikora barananirwa. Mu buryo bw'umuntu, uyu murongozi yari wenyene muri iki gikorwa. Yipfuza gutanga

ubutumwa bwiwe gute? Ni gute yategerezwa kwemeza abantu ko babukurikiza? Usuzumye imico y'uwo murongozi wosangamwo vyinshi bitadufasha. Nti yakoze vyinshi mu vyo twiyumvira ku murongozi yategerezwa kuba ari. Nti yashatse ibiro bikuru canke ngo ateranye ingabo. Ntiyigeze ashinga ishuri, canke ategure amamenyerezwa yo kwigisha abantu ivyiyumviro-rufatizo vyiwe; ntiyigeze ajana abantu biwe mu muruganda ngo akarishe ubwenge bwabo. Ntiyigeze ajana inyandiko mw' iyandikiro ngo bamwandikire ibitabo canke ibinyamakuru vyerekana urutonde rwiwe. Ahubwo, uyu murongozi yabanje kwiyegereza umurwi w'abamukurikira (Mat. 10:204). Aho gushira inguvu nyinshi muri nyarwinshi, yamaze imyaka itatu yigishiriza abo bantu ku mico yiwe bwite, yizeye ko ari bo bazamufasha guhindura nyarwinshi.
Gutangurana n'abagabo 12 vyasa n'uko ari bito cane. Yamara yaberetse ivyo yizera vyose kandi arabakunda cane ku buryo abo 12 ari bo bari nk'umuryango wiwe. Barabana na we, bakarya, bakaruhuka, bagakora, bakaruhuka badafise ibitsitaza canke imbibe. Muri ivyo vyose, uyu murongozi yashira mu bikorwa ivyiyumviro vyiwe mu buzima bwiwe hamwe n'abamukurikiye. Yagendana na bo bava mu mugisagara bajya mukindi aho yahura n'abanyagihugu, agatorera umuti ibibazo vyabo bitandukanye. Hari n'aho yabwira ubutumwa abantu benshi (Mar.4:1). Kuvuga ubutumwa kwiwe ntivyaba biteguye; yakoresha ingero nyinshi z'ubuzima abantu babamwo muri ico gihe. Hari n'ubwo yihereranya n'abigishwa biwe akabasobanurira ivyo yigishije kumurango mu biganiro bayaze (Mar. 4:34)
Abigishwa biwe bari bafise kwitanga kandi bafise inyota yo kwiga, ariko nta vyizigiro wababonana. Abenshi muri bo bari baturuka mu misozi, batize; umwe muri bo yari umukoresha wa batozakori, umwuga wari ugayitse n'abantu bose, abandi bari abarovyi. Mu vy'ukuri bari abantu basanzwe, ntibari bakerebutse ku buryo umuntu yobazigako ibintu bikomeye. Nta n'umwe yari afise ubushobozi bugaragara bwokwipfuzwa ku murongozi w'igikorwa kinini. Kandi n'ubwo uyo murongozi yari azanye ubutumwa bw'impwemu, nta n'umwe muri abo Bigishwa biwe yigeze kuba umukuru w'idini. Hejuru y'ivyo vyose bibagaragaza nk' abadakwiye, abo bigishwa ni bo yagize ibikomangoma vyo gutanguza igikorwa kinini cane. Uyu murongozi yiyumviye ko ikizotuma abo bagabo baba abakwiye ari kuba baragendanye na We.
Uyu murongozi yicisha bugufi bidasanzwe. Ntiyitaho ivyo bamunegura kubera aho avuka. Ntiyanse ko bamwita agahungu k'umwana w'umubaji. Ntiyashaka ko abantu bamwitaho canke ngo yunguke ivyiwe, ahubwo yashaka guha inkomezi abandi we ntagaragare. Bamwe biyumviriye ko uburongozi bwiwe bwari kurushaho kugira inkomezi iyo akora uko abandi bose bakora, kandi agakorera mu nzego zari ziriho. Ariko uyu murongozi vyose yaravyanse. Yanse imico y'abami bo mw'isi ndetse n'igihe bashatse kumwimika (Mat. 4:8-10). Aho kurondera gusubiramwo imico yari isanzweho, umurongozi yatanguje igikorwa gishasha burundu.
Dusubije amaso inyuma, twotangazwa n'ububasha yari afise. Yari incuti y'abanyavyaha (Mar.2:15-17) Inyigisho ziwe no kuvuga ubutumwa kwiwe vyatsitaza bamwe mu bibwira ko bamugirira akamaro. Uretse kuri bake gusa, uyu murongozi ntiyigeze agirira ivyizigiro ku bakuru b'idini bariho ico gihe. Ivya ivyankenerwa yabasaba vyari bihanitse – yasabaga vyose canke nta na kimwe ku bashaka kumukurikira kandi benshi bakananirwa kuvyiyemeza (Mat. 10:37-39). Umurongozi yasuzuma imigenzo n'imico akurikije ingaruka zavyo. Urugero, ku murongozi, "gukora cane" bishobora kuba umutego wobuza umuntu kwitaho ku bifise akamaro cane (Luka 10:41-42) Ku vyerekeye amategeko y'idini, Umurongozi yarayubahiriza ariko akayashira mu bikorwa, ntiyazitirwa n'inyuguti y'amategeko gusa. Yerekanye aho igisagara ciwe kigera asanze Urusengero rudakoreshwa ivyo rwategerezwa gukora. Umurongozi yanse imihango n'imigenzo yaremerera abantu aho kubaha umwidegemvyo. Yari yitayeho ku kurongorwa kwo mutima kuzanwa n'itegeko rya mpwemu aho kwitaho ku mategeko n'amabwiriza (Mat. 15:7-9)
Umurongozi yokunda abantu cane.Ibikorwa vyiwe yarimwo no gukorera abandi nk'umushumba.Nico gituma abantu benshi batamubona imbere na mbere nk'Umurongozi. Kwitiranya uburongozi n'umwanya vyotuma abantu batamwiyumvira nk'umurongozi. Ahubwo benshi bamwibuka nk'umukozi, umwigisha, ukiza indwara, umujanama, n'ayandi mazina yerekana ko uwo muntu yafasha abantu kandi akabereka inzira. Ivyo yari amenyereye gukora akenshi vyarangwa no kwitaho ku bibazo vy'abandi. Yakunda kuvugana n'abantu biyoroheje, akishura ibibazo vyabo abakiza indwara canke ababohora ku kintu cose. Iyo abantu benshi bamusanga, yabishura ibibazo atitayeho k'urutonde yari afise canke ku bibazo vyabo bwite. Nta nubwo yinuba kwononwa kw'abana (Mat. 19:13-15). Yagirira ubuntu abantu baje bacitse ivutu, kugeza ubwo

bamwe bamusamburirako inzu. Nta na rimwe yabangamirwaga n'amacakubiri y'abantu. Kuri we abantu nibo bari bafise agaciro ku buryo amategeko yose yayashize hamwe mu gukundana.
Ntiyakangwa cane n'ubwenge, ubutunzi, canke kwibohera ku mategeko, nkuko yitaho ku kwizera. Ni koko, iyo ushaka kugira ijambo kuri we, kugendera mu kwizera vyasa n'aho ari vyo bimukora ku mutima. Kwizera ni nako yapimisha ibindi vyose. Yahora avyurira abantu kwizera, kandi iyo abonako umuntu afise kwizera yagira umunezero mwinshi ku buryo vyashobora kubangamira abandi. Iyo umuntu w'igicibwa agaragaje kwizera, niyo vyaba mu buryo budakwiye yaramwakira (Luka 7:36-38). Nubwo we yari afise ubushobozi bw'indengakamere, hari ubwo yavuga ko abangamiwe no kwizera guke kw'abandi.
Mu mpera z'igikorwa ciwe hamwe n'abigishwa biwe, habonetse vyinshi vyagiye bibananira. Ntibashobora gutahura ivyo abigisha vyose. Abantu basanzwe ntibari bakimenya uwo ari we. Abigishwa biwe bamwitaho igihe yaba yakoze ibikomeye ariko yagera aho abakeneye cane bakamuba kure. Ndetse umwe muri bo yahakanye ko atamuzi mu gihe bamucira urubanza (Mat. 26:69-74. Uwundi mu bigishwa biwe yamugiriye nabi kubera abantu bamwemereye amafaranga, ariko hanyuma ariyahura. Ngira ngo vyose vyagiye ku mutwe w'umurongozi. Yarafashwe, acirwa urubanza, yagirizwa icyaha maze yicwa nk'umwabuzi w'abantu. Ivyo vyose kugira ngo ahindure isi.
Ntagukekeranya ko abigishwa biwe bagize ubwoba kandi bakababazwa no kugenda kwiwe kudasanzwe kandi guteye ubwoba. Ntibari biteguye ko abasiga.Vyasa n'aho ari bwo agitangura. Yari yagize ihinduka rinini cane muri bo, ariko ab'isi kuko batamwemeye, bari batarahinduka. Kubera ko igikorwa cari kitararangira, uyu murongozi yasigiye abigishwa biwe abwirizwa yo gukomeza gukora nkuko yakora (Mat.28:18-20). Yari yarabateguye bihagije ku buryo nibaramuka bashize mu bikorwa ivyo bamwigiyeko bazabona umwimbu munini kuruta uwo yabonye. Kandi koko abigishwa biwe barabikoze. Bakomeje ubutumwa bwiwe bafise inguvu n'umwete mwinshi. Gukora kwabo kwagaragaje ikintu kimwe – umurongozi ntiyabataye. Vyabonetse bityo igihe gito gusa. Mu vy'ukuri kubana nabo mu mpwemu niko kwazanye uguhinduka kw'isi yashaka. Uyu murongozi, yari kumwe nabo uko bagenda hose bamamaza ubutumwa mu moko n'amahanga yose. Kubaho kwiwe nibwo bwari ubutumwa bwabo no guhishurirwa kwabo.
Abo bigishwa, bagaragaje ko ari abigishwa beza, ntibigeze batezuka ku ciyumviro umurongozi wabo yari yarashizeho. Bakomeje kugira ibiganiro n'abanyagihugu basanzwe mu gihugu, ndetse no mu nsengero n'amasinagogi (nubwo amakoraniro yabo menshi yabera mu ngo). Babaho nkuko bigisha kandi bagakunda abantu cane, kandi bakamenyereza n'abandi kubikora nkabo. Uko abantu bagenda bakira ubwo butumwa, niko amakoraniro yo kwizigiza kubaho kw'umurongozi yagenda ashingwa. Nkuko umurongozi wabo yabigenje, abo bigishwa n'amakoraniro yabo bahinduye vyinshi ku buryo uburongozi n'ubutegetsi bwariho bwatanguye kugira ubwoba – ndetse bagera aho babarwanya. Mu binyejana bike vyakurikiye, abigishwa batanguye guhindura imico igoranye yo gukurikira umurongozi. Akenshi wasanga bitaho ku "gukora nk'uko Abaroma bakora" kuruta gukora nkuko umurongozi yakora, bakurikiza uburyo mw'isi babikora. Imigenzo idakurikije urutonde rwarangwa no kubaho kw'umurongozi hamwe n'inzego z'uburongozi na urutonde rudahinduka. Imiryango itangaje, inyubako nini, n'intonde zigezweho vyerekana amakoraniro aciye bugufi yo kwubahiriza no gutazira umurongozi. Ukwo kuyobora kwatumye barushaho gutekana no kugenzura vyose, ariko kubaho k'umurongozi kurazinbirwa kandi ivyinshi muvyo yaharaniye navyo bikurwaho. Mu guharanira imico kuruta ibikorwa, inkomezi z'ubutumwa zakomeje gutakara.
Guhindura k'umurongozi kuracakomeza. Abakurikira umurongozi bategekwa gukora nkuko yakora. Uko intonde zateguwe zo guhindura isi biciye mu miryango minini n'inzego zihambaye bigenda bigaragaza ivyizigiro bike, abigishwa biwe bategerezwa kwibutswa imico yo y'umurongozi. Iciyumviro c'urufatiro kiroroshe cane; umurongozi, abaho nkuko yizera, akunda abigishwa biwe ku buryo asangira nabo ubuzima – ubwo nibwo burongozi nyabwo. Uyu ni we Murongozi Mukuru akora ku bugingo agahindura isi.

## IMIRWI MITOYA– Urutonde rw'Amamenyerezwa 1
## -- Ingene ikora n'Inyungu z'Imirwi Mitoya

### I. Urufatiro rw'Imirwi Mitoya.

Mbega imirwi mitoya nk'iyo tuvuga yahozeho mw'ishengero ry'Isezerano Rishasha?

Ni bintu ki bitandukanya amirwi y'abakristo n'iyindi mirwi?
Ni iki cambere gitandukanya umrwi usanzwe n'umurwi muto?

**II. Iingene umurwi muto ukora**
Ni ibihe bikorwa bimwe vyakorerwa mu makoraniro y'imirwi mito y'Isezerano Rishasha? **(Ivyak. 2:24, Abah. 10:25, Ivyak. 20:7,11)**
Ni ibihe bikorwa bishoboka mu murwi muto vyazana **guterana umwete, kuganira n'ubucuti muri Kristo**?
Ni ibihe bikorwa vyo gutazira vyakorerwa mu mirwi mitoya y'Isezerano Rishasha? **(Ivyak. 2:47, 1:14, 6:4, Kol. 4:2)**
Ni ibihe bikorwa bishoboka mu mirwi mitoya bizana **gutungarira Imana**?
Ni ibihe bikorwa vyo **guhindura abantu abigishwa** vyakorerwa mu mirwi mitoya y'Isezerano Rishasha? **(Ivyak. 6:4, Kol. 4:17)**
Ni ibihe bikorwa bishoboka mu murwi muto vyozana **gufasha, kwigisha no kumenyereza?**
Ni ibihe bikorwa vy'ivugabutumwa vyakorerwa mu mirwi mitoya y'Isezerano Rishasha **(Ivyak 5:42, 4:20, 20:20)**
Ni ibihe bikorwa bishoboka mu murwi muto vyozana **kugeza ku bandi** inkuru nziza ya Kristo?

**III. Inyungu z'Imirwi Mitoya**
Ni izihe nyungu z'imirwi mito muri iki gihe?
A. Ni izihe nyungu mw'**ivugabutumwa** ryacu?
B. Ni izihe nyungu z'imirwi mitoya ku **isano yacu n'Imana?**
Ni izihe nyungu mu migenderanireyacu **umuntu n'uwundi?**
Ni izihe nkomezi ivugabutumwa "umuntu ku wundi" ryogira rikozwe mw'ikoraniro risanzwe ryo mundwi?
Vyogira ingaruka ki ku Mukristo ubu bukene bubakuweko?Mbega umukristo mushasha yokura adatorewe umuti kuri ibi bibazo?
**C. Inyungu zo Guhindura abantu Abigishwa.**
Uriyumvira ko hari izihe nyungu zo "Guhindurana Abigishwa" mu bagize umurwi mushasha kuruta ibikorwa n'umuntu umwe?
D. Ni izihe nyungu z'imirwi mito mu **Gutegura Abarongozi**?
E. Inyungu zo **Gushinga Amashengero.**
**1. Mbega** <u>**hariho inzitizi mw'ishengero zoba zibuza abatizera batarigera baja mu rusengero kuza mu makoraniro yanyu? Ni gute imirwi mito ishobora kuba nk'ikiraro ku batizera?**</u>
2. Muri rusangi ni gute imirwi mito yoba igice ca ntabanduka mu bikorwa vyo kugwiza amashengero?

**INTEGURO Y'IBIKORWA**
Rondera incuti y'Umukristo canke uwo muziranye atazi ivyerekeye imirwi mitoya. Musobanurire inyungu zo gukoresha imirwi mitoya nk'ingamba z'ibikorwa, maze umubaze igituma yemerenya canke atemeranya nawe. Niba bishoboka, uganire n'abandi bamenyerezwa mufatanije kwiga ibi bitabo.

## IMIRWI MITOYA – Urutonde rw'Amamenyerezwa 2 -- Amategeko y'Uburongozi bw'Imirwi Mitoya

**I. Amategeko Rusange y'Uburongozi**
**A. Kubaka Icitegererezo c'Ubuzima bwa Gikristo – Ni uruhe ruhara rwo kwubaka Icitegererezo tubona mu burongozi bw'Isezerano Rishasha?** (1 Tes.1:6-7; 1 Kor. 11:1)
**B. Gutegura Abarongozi Bashasha**

Mbega umurongozi w'umurwi muto ashobora guha amategeko n'ibikorwa abwize umurwi wose, aho kuziha uwo amenyereza muburongozi gusa? Kuki? Kuki atari vyo?

Ni inyuma y'igihe kingana iki umurongozi w'umurwi muto ashobora gutoranya uwo amenyereza kuba umurongozi?

Ni ibihe bikorwa umurongozi w'umurwi ashobora gukorana n'uwo amenereza kugira ngo amutegurire kurongora umurwi wiwe bwite?

**C. Gutegura no Gushira mu Bikorwa**

Imirwi mitoya ifasha kwigisha abarongozi kuko abaha amahirwe. Ni ibihe bintu umurongozi mushasha ashobora kwigira mu bikorwa akorera mw'umurwi arimwo? Tanga ingero.

**II. Kurongora Amakoraniro y'umurwi Muto.**

Urutonde ntangarugero rw'ikoraniro ry'umurwi muto

- kugiriranira ubucuti no kuganira mu bagize umurwi
- Gutazira no gusenga, kuririmba no guhimbaza Imana
- kuganira no kwiga Ijambo ry'Imana
- Inyuma umurwi utangura kuraba intumbero y'igikorwa, abarigize bakigira hamwe uko bogeza ubutumwa ku ncuti n'ababanyi babo canke iyindi mirwi minini. Hakabaho no gusengera abantu mu mazina bataraza mu murwi.

Ni iyihe myiteguro ikenewe ku gihe cose c'ibikorerwa mu murwi muto bikurikira:

A. Ahantu D. Amasengesho G. Ivugabutumwa

B. Kgiranira ubucuti E. Kwiga Bibiliya

C.Gutazira F. Guhindura Abigishwa

Kubera iki ari ngombwa guha muntu wese uje mu murwi ubwa mbere "umuvyeyi" amuhindura umwigishwa?

**III. Imibereho y'umurwi Muto**

Kuki umurongozi w'umurwi muto ategerezwa gutegura urutonde rw'umurwi muri rusange n'urutonde rw'ikoraniro iryo ari ryose?

Kuki atareka umurwi ngo ukore uko wiyumvira?

Ni izihe mvo zituma umurwi mutoya utegura urutonde rufise imigambi n'intumbero? Kubwo Gukorera mu Muco no Gukura.

| |
|---|
| Nimba abamenyerezwa ari benshi, bagabanyemwo imirwi y'abantu batanu batanu. Usabe umwe muri bo abe umurongozi w'umurwi. Uwundi abe uwumenyerzwa uburongozi. Abandi babe abagize umurwi.umurwi ushobora gukoresha urukino rwitwa "xxxxxxxxxxx" mu kwiga nkuko biri mu vyongeweko 2A. Somera abamenyerezwa amabwiriza ari hepfo. Hanyuma ukoreshe bimwe mu bibazo vyo kuganira, "Ni iki cagushimishije kuruta ibindi mu buzima?" Munyuma umurwi uje mu gihe co gusenga.umurwi utegerezwa gusuzuma no kuganira uko ikoraniro ryagenze. Nimba abamenyerezwa ari bake, mushobora kubikorera hamwe mwese. |

**INTEGURO Y'IBIKORWA**

Subiramwo inyongera 2B "Urugero rw'Ibikorwa vyo mu murwi muto." Iyi nyongera irimwo ivyiyumviro bishobora gukorerwa mw'ikoraniro iryo ari ryose uko ari ane. Umurongozi w'umurwi ashobora gukoresha ivyo vyiyumviro, canke akabihidura akurikije ibihe arimwo uko bimeze.

## KWIBWIRANA KWO MU MURWI MUTOYA

Kwibwirana ni uburyo bwo kwidagadura, budatinyisha bwo gufasha abantu kumenyana neza. Ivyo bikorwa kenshi mw'ikoraniro ryo gukorana kw'umurwi mushasha. Bimwe vyo kwitondera:

• Uburyo bwo kwibwirana butegerezwa kuba buberanye n'umurwi mutoya. Nimba bibaye ivy'ubwana cane, abantu bazavyinuba. Nimba bigumye cyane, abantu bazobihunga.
• Sobanura neza ko umuntu wese ategerezwa kubikora.
• Hariho igihe uburyo bwo kwibwirana bushobora gukoreshwa kenshi.
• Ntiwirengagize abantu bashobora kutanezerezwa n'imikino canke igikorwa.
• Ibihe vyo kwibwirana bigenda bita agaciro uko umurwi ugenda urushaho guhurira hamwe mu gukura kwawo. Ushobora gukoresha kimwe ca kabiri c'igihe mu kwibwirana mu makoraniro abiri atangura, ariko nturenze iminuta 10 canke 15 inyuma y'amezi makeya.

Ibibazo vyo gutangura

Uwugifise hagati y'imyaka 7 -12....
1. Wari uba he ? Wari ufise abo muvukana na bashiki bawe bangahe?
2. Iwanyu mukoresha ubuhe buryo bwo kugenda?
3. Ni nde umuntu wumusangwa kuruta abandi?
4. Ni ryari Imana yabaye iyikomeye kuruta amajambo kuri wewe ?

Ndi nde ?

Andika amazina y'abantu bazwi cane muri Bibiliya ku duce tw'udupapuro. Utubandike ku mugongo w'umuntu wese. Nta muntu ashobora gusoma agapapuro kari kuri we.Ategerezwa kuzunguruka mu cumba abaza ikibazo kimwe kimwe kugeza aho amenyeye uwo ari we.

Ndazi Neza Ko atawubizi

Umuntu wese mu murwi yandika ku gace k'urupapuro ikintu yiyimvira ko nta muntu n'umwe mu mu murwi akimuziko. Twa dupapuro bakatuzinga, bakatuvanga, bakaduha inomero zikurikirana. Umuntu runaka agatangura gusoma utwo dupapuro, abanje kuvuga inomero. Umuntu wese mu bagize umurwi agatangura gukora urutonde rw'abantu yiyumvirako bahuje n'iyo nomero. Inyuma yo gusoma agapapuro ka nyuma, uwanditse ibihuje n'ivyasomwe niwe aba atsinze.

Kwibwirana

Umuntu wese ahabwa iminuta mike yo kwiyumvira ikibazo aza kubaza abandi mu murwi. Inyuma yo kwiyumvira ikibazo,umuntu wese ahawa uburenganzira bwo kubaza uwundi muntu ikibazo ciwe. Wandika izina ry'umuntu n'inyishu yiwe.Inyuma y'iminuta icumi, abagize umurwi bose umwe umwe bagenda bavuga inyishu babonye ku bantu. Uko ubaza ibibazo vyiza, niko ubona inyishu bifise n' akamaro.

Ivy'ukuri Bibiri n'Ikinyoma Kimwe

Umuntu wese yandike ibintu bibiri vy'ukuri kuri we na kimwe cy'ikinyoma. Abantu bakabanza kwemeza umuntu gapapuro kose kitirirwa, n'ico yanditse c'ikinyoma. Ushobora kureka igice ca mbere (umuntu wese akamanika agapapuro kiwe abantu bakarondera ico yanditse ari ikinyoma.) Ntibikwiye kugira ikinyoma gisa n'ukuri.

Integuro y'igihe

Muvuge umuntu umwe umwe, uhereye ku murongozi, uko wumva umeze ako kanya ukurikije uko igihe kimeze –Abagize umurwi barashobora kuvuga imvo bahize ico gihe. Umurongozi agatanga urugero rwiza.

Urugendo rwo kwizigira

Abantu baje mu mirwi ya babiri. Umwe muri bo umupfuke amaso. Uwudapfutse amaso arongore uwundi mu tuyira tugoye turi hafi y'aho mukoraniye. Ugerageze gucisha abantu ahantu hatandukanye, haba mu cumba co hejuru, hanze no mu nzu, ubareke bakore ku bintu bitandukanye, bakandagire ahantu hatandukanye, mu vyatsi, mu vyondo, ariko ntugire ico ubabwira batanguye kugenda. Abarongora abandi ubavugishe n'akamo.Inyuma y'iminuta itanu, uhindure abapfutse amaso n'abaraba.Inyuma y'iyindi minuta itanu abantu bose baterane. Mubwirane uko mwiyumva igihe mwari mupfutse amaso, mukora ....Mbega

mugenzi wawe wamwiyumvira gute?Mbega wumva umeze ute kuba utazi ibirimwo birakorwa? Ni iki vyakwigishije kuri wewe ubwawe? Ibi bijanye bite n'isano yawe n'Imana? Isano yawe n'abandi?

### Urukino rw'igiceri

Nimba hari abantu bashasha mu murwi,mushobora gukoresha urukino rw'igiceri mu kwibwirana. Umuntu wese umuhe ibiceri icumi.Umuntu wese akavuga ikintu kimwe mu bimwerekeyeko gitandukanye n'ic'abandi bose. (Akarorero: "Naduze umusozi wa Karonge" ) Uwumaze kuvuga agashira igiceri hagati. Nimba hari uwundi yaduze umusozi wa Karonge, nawe agashira igiceri hagati. Uwutanga abandi kumara ibiceri vyiwe vyose ni we aba atsinze.

### Imirwi ibiri

Iki gikorwa gikeneye imirwi ibiri n'ivyumba bibiri.Umurwi A wiyumvira igikorwa umurwi B ugomba gukora (Akarorero: kunywa icayi) badakoresheje amajambo.Umurwi A ugafata umuntu umwe (Laura) mu murwi B ukamubwira ico yokora.Munyuma Laura akaja kuzana uwundi muntu umwe (Michel) mu murwi B akamukorera ca gikorwa atamubwiye amajambo, abo mu murwi A baraba. Hanyuma Laura agasubira mu kindi cumba akarungika uwundi muntu wo mu murwi B, Michel akamukorera ca gikorwa atamubwiye amajambo. Michel arangije akaja kuzana uwundi muntu akamusigira mugenzi wiwe kugira ngo amukorere ca kindi. Ivyo birabandanya kugeza ku muntu wa nyuma mu murwi B yeretswe ico gikorwa. Hanyuma imirwi igahinduranya; umurwi B ukiyumvira igikorwa gikorwa n'umurwi A.

### Inyishu n'Abanditsi

Andika ibibazo bine canke bitanu bitandukanye ku dupapuro bishobora kugira ico bivuga ku muntu (Akarorero. Ni iki utunze ukunda cane? Ni iki wifuza gukora udashobora gukora ubu? Ni hehe wakwifuza kuruhukira?) Abantu bategerezwa kwishura ibibazo vyose canke nimiburiburi bitatu muri vyo, ariko ntihagire uwandika izina ryiwe. Umurongozi agafata udupapuro agasoma inyishu, maze umuntu wese akagerageza kumenya uwanditse izo nyishu.

### Ababanyi Banje Bose

Abantu bose bicare ku muzingi hasigare umuntu umwe ahagaze hagati. Uwo muntu ahagaze akeneye kubona umubanyi. Kugira ngo amubone ategerezwa kuvuga ikintu kimwerekeyeko kija guhura n'ikiri ku mubanyi ashaka (Akarorero:"Ababanyi banje bose bacuraranga piano").Umuntu wese yumva ikivuzwe kuri kuriwe arahaguruka akarondera ahandi yicara hatari aho yahoze. Wa wundi ari hagati nawe akarondera aho yicara, ku buryo igihe cose haba hari umuntu ari hagati. Uwo asigaye avuga ikindi kintu kimwerekeyeko ashaka umubanyi ahuje nawe ico avuze.

### Ibiganiro mu Mirwi

Mbere ibibazo bimwe bishobora gukoreshwa igihe co gukorana. Umenye ko bimwe muri ibi bibazo biberanye n'umurwi mushasha, naho ibindi bikwiranye n'umurwi umaze kumenyana buhoro. Mubisanzwe ikibazo kimwe ni co gikoreshwa mw'ikoraniro ry'umurwi.





5. Ni ki cagushimishije kuruta ibindi mu buzima?
6. Wotubwira iki ku ncuro yawe ya mbere yo gusohokana n'incuti yawe?
7. Ni iki wicuza cane mu buzima bwawe?
8. Ni ikihe kintu wakoze kikakugora cane ?
9. Ni ukuhe gushimwa gukomeye cane wigeze guhabwa ?
10. Ni nde ncuti yawe ya mbere kw'isi ? Yidusobanurire.
11. Ni ikihe cumba co mu nzu yawe ukunda kuruta ibindi ?
12. Ni ikihe kintu kimwe wifuza gushikako mu ndwi iza ?
13. Ni hehe wumva wishimiye kandi utekanye kuruta ahandi mu bwana bwawe ?
14. Uramutse uronka imashini iharura igihe kimwe gusa, ni ikihe gihe woraba c'imbere canke co mu bihevyawe?
15. Ni ryari uheruka gukora ikintu ku ncuro ya mbere ?

16. Iyo muri ku meza abantu bagatangira kudindiza incuti yawe. Wobigenza gute ?
17. Uramutse ubonye ikinini cotuma ubaho imyaka 1,000 wakinywa ? Kuki ?
18. Iyo wakoze ikintu kibi, ni kangahe uhora ubabazwa n'uko abandi babibonye bakabitwenga ?
19. Uhora wifuza kumenya italiki y'ukuri uzopfirako ?
20. Iyo uba woshobora guhindura ibintu bibiri mu buryo warezwemwo, ni ibihe wohundira ? Nimba uvuka mu muryango w'abarongoranye bakavana, vyakugizeko ingaruka ki ?
21. Umugenzi wawe ukunda cane ni nde ? Kuki ?
22. Ni ibihe bihe wibuka vyakunejereje cane wamaranye na So ? na Nyoko ?
23. Ni iki Imana yakoresheje kugira ngo igushikane aho wumva ukeneye Yesu ?
24. Uramutse uhitishijwemwo gukaba ikibanza n'umuntu umwe wo muri Bibiliya, wohitamwo nde ? Kuki ?
25. Ni ikihe gitabo ukunda kuruta ibindi muri Bibiliya ? Kuki ?
26. Ushoboye kuja ahantu hose kw'isi, aho woja ni hehe?
27. Iyumvire inzu yawe ihiye, ukaba wemerewe gusohokana ikintu kimwe gusa (ariko umuryango wawe ntacyo ubaye) wosohokana iki ?
28. Ni iyihe Sinema ukunda canke ikiganiro ca TV ukunda kuruta ibindi ?
29. Ni nde yoba yaragize ico ahindura mu buzima bwawe kuva aho duherukana ?
30. Ni ikihe kintu ciza coba carakubayeko mu ndwi ishize ?
31. Ibuka ikintu coba carakunaniye vuba aha.
32. Vuga umuntu wemera cane yoba yaraciye mu bihe bigoye kugira ngo ashike aho ageze ubu ?
33. Ni iki ushira imbere cane mu mibereho yawe n'abantu ? Mu mibereho na Kristo ? n'Abavyeyi ?
34. Wumva umeze gute iyo udashimiwe ko waretse ivyawe kubwa mugenzi wawe ?
35. Ni ikihe gihe c'umusi ukunda kuruta ibindi ?
36. Umukobwa/Umuhungu niyubakana nawe.Impamvu yanteye kurondera uwo tubana.
37. Ni iki caguhemukiye kuruta ibindi mu buzima?
38. Ni iyihe mpano (uretse iyo gukizwa) utazibagirwa mu buzima?
39. Ni iki cakubayeko ciza cane mu buzima bwawe mu ndwi ishize?
40. Uramutse ushobora kuja ahantu hose womara imisi itatu, nihehe woja, kandi kuki?
41. Ushobora guhitamwo guhura n'umuntu yabaye mu gihugu cawe, yoba ari nde, kandi kuki wohitamwo guhura nawe?
42. Ushoboye guhitamwo aho woba kw'isi, wohitamwo hehe kandi kuki?
43. Ni iyihe mpano (y'impwemu y'akarangamutima, y'ubwenge) wizera ko uzanye muri iri koraniro? Mu yandi majambo, ni iki wiyumvira ko uzanye cokwubaka ubugingo bw'abandi?
44. Ni iki cakubayeko mu buzima bwawe cahinduye ivyo uha agaciro vyose?
45. Ni iyihe migambi woba ufise mu mwaka uza?
46. Abavyeyi bawe ni ba nde, bakora iki kandi ni iki wifuza ko cohinduka muri bo ?
47. Ushoboye guhitamwo uwundi mwuga ubu, wohitamwo gukora iki ?
48. Ushoboye kuba umukuru w'igihugu kw'isi, wohitamwo ikihe ? Kuki ?
49. Ni ibiki vyakubayeko vyiza cane n'ibibi cane muri iyi ndwi ?
50. Ushoboye gufata urugendo rw'indwi zibiri ahantu ushaka kw'isi, woja he kandi kuki ?
51. Ushoboye kuvugana n'umuntu umwe gusa kw'isi, yoba nde kandi kuki ?
52. Umuntu wese ashushanye ku rupapuro ikigereranyo c'akazi kiwe canke ico akora ku musi. Sobanura ikigereranyo cawe.
53. Kuki wanezerewe no kuba muri uyu murwi uyu mugoroba ?
54. Ni ibiki ufisemwo inkomezi n'ivyo ufisemwo intege nke mu mibereho yawe n'umwana wawe w'imfura canke n'uwo mwubakanye, canke n'abavyeyi biwe?
55. Barira umuntu wese ko ahawe ingabirano y'Umuliyoni w'amadolari.Umuntu wese avuge uko yokoresha ubwo butunzi aronse bushasha.

56. Ufise izina ry'iritazirano? Ni irihe? Ni ayahe mazina y'amataziraro wahaye uwo mwubakanye n'abana bawe ?
57. Hari ibihe vyo mu buzima bwawe wifuza kuba warabayemwo ? Nimba biriho ni kuki?
58. Mbega hari ico uyu murwi muto wagufashije? Mufate umwanya mubiganireko kandi mushimaniranire.
59. Bwira uyu murwi ibintu bitatu ushimira abo mu muryango wawe n'ibintu bitatu bagenda bakugirako rimwe na rimwe.
60. Ni ikihe kintu kimwe ugenda wifuza cane ko cobaho muri iki gihe mu muryango wawe? Mw'ishengero ryawe? Mumurwi mutoya wawe? Mw'isi?
61. Ni iyihe ncuti ya mbere ufise muri iki gihe?
62. Hoba hari icifuzo wasengeye cishuwe vuba aha? Tubwire iyo nkuru.
63. Igikorwa cawe ni ikihe? Ni iki kikunezereza muri co?
64. Ni nde yagize uruhara runini mu buzima bwawe bwa gikristo ? Kuki ?
65. Ni ikihe gitabo wasomye, sinema/video waravye wobwira abandi kurondera? Kuki?
66. Ni iki wibwira ko gishimisha Imana hejuru y'ibindi vyose mu buzima bwawe?
67. Ni ayahe majambo wabwiwe yaguteye umwete kuruta ayandi muri iyi ndwi?
68. Ni ikihe gikorwa gitera abandi umwete woba warakoreye umuntu muri iyi ndwi?
69. Ni iki cagusunitse kuba muri iri shengero?
70. Ni iki woba ucifuza gushikako mu buzima?
71. Ni iki cakubayeko kikubuza amahoro kuruta ibindi?
72. Ni iki ushimira?
73. Ni iki wibuka mu buzima bwawe kuruta ibindi kandi kuki?
74. Vuga umurongo ufise ico ukubwira kuruta iyindi utubwire n'impamvu ufise ico uwuvugako cane?
75. Wewe n'uwo mubana mwahuye mute kandi ni iki cabateye gutangura kugendana, cyangwa ni muntu ki wifuza kugira uwo mubana?
76. Mbega ubuzima bwawe bwahindukako iki uramutse umenye ko Yesu azagaruka mu ndwi iza?
77. Ni nde muntu yakunejeje cane mu bo mwahuye?
78. Ni uruhe rukino ukunda cane mu biruhuko kandi ni iki kikunezereza muri wo ?
79. Tubwire ivyakubayeko vya Mpwemu Yera.
80. Ni iki kikubangamira kuwo mwubakanye/ku ncuti yawe ?
81. Uruhuka ute ?
82. Ni ubuhe bwoko bw'umuziki/indirimbo ukunda cane ?
83. Ni iki cakubayeko muri iyi ndwi ushaka kubwira abandi bagize umurwi ?
84. Ni ryari uheruka gushavura vy'ukuri ?
85. Ni iki wumva wokora, wizeye ko udashobora kukinanirwa ?
86. Ushoboye kuramba mu buzima ni iki wohindura ?
87. Ni iki ushaka ko kizokwandikwa ku mva yawe ?
88. Ni iki ushaka ko kizovugwa mu gushingurwa kwawe ?
89. Ni iki adashaka ko kizovugwa mu gushingurwa kwawe ?
90. Ushoboye kuja kuba ku kwezi kandi utegerezwa gutwara ikintu kimwe gusa, wotwara iki ?
91. Wokora iki uramutse ubonye (1) umuntu bamwiba (2) umuntu aboroga (3) inzu ihiye ?
92. Ni ikihe kintu caguteye kunanirwa cane muri iyi ndwi?
93. Ni ikihe kintu kimwe kigenda kigutuma wicira urubanza ?
94. Ni ikihe kintu udasobanukirwa cerekeye abo mudahuje igitsina ?
95. Uhawe amahirwe yo kugira ivyo usubiramwo muri iyi ndwi, ni ibiki wokora mu bundi buryo ?
96. Tubwire uwundi murwi woba warabayemwo hanze y'ishengero. Kuki wumva ryaragenda neza (canke ritagendaga neza)? Si ngombwa kwitaho gusa ku mirwi yamadini. Abenshi muri twebwe tugira n'imirwi dukoreramwo ku kazi.

97. Ni iyihe Bibiliya wahawe wibuka cane? (ubatizwa, ushingirwa, wihana, ...) Tubwire impamvu ifise ico ivuga cane kuri wawe.
98. Ni iki ca mbere kiza mu bwenge bwawe iyo wiyumviriye Imana?
99. Ni ibihe bibazo bikomeye wibaza ku mibereho yawe n'Imana?
100. Ni ibihe bihe uja wumva uri wenyene cane? Wenyene buhorobuhoro? Kuki?
101. Ni hehe mu buzima bwawe wumva bikugoye kwizigira Imana? Abandi bantu? Wewe ubwawe?

Urugero rw'Ibikorwa mu
Makoraniro y'Umurwi Mutoya

| Gusangira | Gutazira | Kwubakana | Ivugabutumwa |
|---|---|---|---|
| Umuntu ku muntu | Umuntu ku Mana | Imana ku muntu | Umubiri wa Kristo kw'isi |
| Imbere | Hejuru | Hasi | Hanze |
| Iminuta 20 | Iminuta 20 | Iminuta 30 | Iminuta 20 |
| <br>Kwidagadura hamwe<br>Gusangira ivyo kurya<br>Kurushaho kumenyana<br>Guterana umwete<br>Kubwirana ibinejeje<br>Kubwirana ibibazo<br>Gusengerana | <br>Indirimbo zo guhimbaza<br>Gushimira Imana inkomezi zayo<br>Gushimira Imana ivyo yakoze<br>Gusenga mu gahwekere canke baranguruye<br>Gusoma amajambo yo gutazira (akarorero Zaburi)<br>Gusoma ibihimbano vya Gikristo | <br>Kwigira hamwe Ivyanditswe<br>Gushira mu bikorwa ukuri mu buzima bw'umusi wose<br>Gukora igikorwa nk'umurwi<br>Kuvumbura no gukoresha impano<br>Gufata imirongo mu mutwe | <br>Gusenga kwa batatu dusengera incuti<br>Gutumira abatizera mu murwi gutorea umuti ibibazo vy'abaturi hafi<br>Kwubaka ubucuti n'abatizera<br>Kubwira abandi Inkuru Nziza ya Kristo |

**IMIRWI MITOYA–Urutonde rw'Imenyerezwa 3--Gutanguza Umurwi Mutoya**

I. Kwitegurira Umurwi mutoya mushasha – Kuki ibi bikurikira vyose ari ngombwa?
A. Kugira umurwi w'Amasengesho (Ef.6:19, 1Tes. 5:25)
B. Kugira umurwi w'Uburongozi (Luka 10:1)
C. Ubushakashatsi ku Karere Katowe

**II. Kuvugana n'Abantu**
Abo utegura kubwira ubutumwa ni ba nde?
Ni gute wokwubaka ubucuti na bo?
**III. Hitamwo ahantu**
Ni hehe habereye umurwi ushobora gukoranira?
**IV. Gutegura ikoraniro rya mbere**
Ni ibihe bibazo bimwe ushobora guhura na vyo iyo ugiye gutanguza ishengero ahantu hatigeze havugwa ubutumwa
bwa Gikristo?
Ni iki cokorwa kugira ngo urenge izo nzitizi?
Wobwira iki umuntu uri mu murwi wawe ariko akaba afise ubwoba bwo kwemerera abashitsi kuza mu rugo rwiwe?

Nimba igihe kikwemereye, kora integuro y'ibikorwa muri iri iki cigwa. Saba abamenyerezwa kwandika ibiri mu vyongeweko 3A mu gihe ubisoma. Bashire mu mirwi mitoya baganire ku rutonde rw'abagize umurwi.

**Integuro y'ibikorwa**

- Tuvuge ko mushaka guterana ubwa mbere mu murwi mu ndwi iza. Koresha Inyongera ya 3A "Urupapuro rwo Gutegura, Ikoraniro ry'umurwi Muto" mu gushiraho urutonde rw'iryo koraniro. Raba akantu kose gashoboka. Hari ikindi coba gikenewe kurabwa ku rutonde rw'ikoraniro? Niwarangiza, uganire urutonde rwawe n'uwundi umwe mu bamenyerezwa maze asuzume ivyo wakoze. Nawe usuzume ivyiwe.
- Nimba utararangiza ubushakashatsi ku karere watoye, utegerezwa kubikora ubu. Niwamara gukora ubushakashatsi mu karere katoraye, ukurikize amategeko n'intambwe ziri muri iki cigwa kugira ngo utegure urutonde rw'umurwi mushya. Ushiremwo amazina y'abazorongora umurwi, amazina y'abasenga, uko uzovugana n'abantu, ibikenewe umurwi uzoshaka, ni ryari ni hehe umurwi uzokoranira, n'ikindi cose wiyumvira ko coba mu rutonde.

## IVYONGEWEKO 3A–URUPAPURO RW'INTEGURO–Ikoraniro ry'Umurwi

Italiki n'isaha yo gukoranirako:
Ahantu na Nyene urugo:
**Gusangira**
Ivyo kwica akanyota
Ibikorwa, inkino
**Gutazira**
Umurongozi w'indirimbo
**Amasengesho**
Ibikorwa vyo gusenga
**Kwiga Bibiliya**
Umurongozi w'ibiganiro
Igice kizigwako
**Kuraba ibikorwa biri imbere**
Igihe co kuganira
Ibikorwa vy'umurwi
Ibikorwa vy'umuntu wese
Ivyo kwiyumirwako:

- Ni nde wamenyereje kuba umurongozi?
- Ni nde akurikirana umuntu wese mu murwi wawe? (Uwo akurikirana ni nde)

- Ni iki ukora ngo ufashe uwo umenyereza uburongozi mu kwongera ubuhinga bwiwe bwo kurongora? Ni gute umurekurira igikorwa? Ni gute wubaka icitegererezo mu murima hamwe na we?
- Mbega urasengera umuntu wese mu murwi?

Ibiganiro mu mirwi:

1. Ni ibiki vyo mu myiteguro bikworoheye kuruta ibindi? Kuki?
2. Ni ibiki bikomeye kuruta ibindi? Kuki ?
3. Uzobigenza ute nimba ata murongozi w'indirimbo wizeye ?
4. Ni ibihe bice vy'ikoraniro ry'umurwi wizeye ko bizogenda neza kurutaho ? Sobanura.
5. Ni ibiki wiyumvira ko bizogenda nabi cane ? Sobanura.

## IMIRWI MITOYA–Urutonde rw'amamenyerezwa 4 -- Ivugabutumwa mu Mirwi Mitoya

**I. Ubwoko Bubiri bw'Abatizera**
**A. Abatizera A : Abafise Amatsiko**
**B. Abatizera B : Abadashaka Kumenya (Ef.2 :17**
**II. Gutahura Oikos – abo mu rugo**
Umwimenyerezo: Kora urutonde rwa Oikos rufitaniye isano n'ivyiwawe. Soma kandi utange amategeko y'uyu mwimenyerezo:

Fata urupapuro, wandike urutonde rw'abantu bose ukunda kuvugana nabo kenshi mu gihe c'indwi canke ukwezi. Wandike izina rimwe ku murongo wose. Urutonde rwawe ntirurenze abantu 20 (nimba barenze utoranyemwo 20 bakwegereye cane)

Noneho itegereze ayo mazina ari ku rutonde.Umuntu wese azi ko ari uwizera, ushire ikimenyetso c'umusaraba imbere y'izina ryiwe.Inyuma wiyumvire abantu batari abizera. Abari mu "bwoko bwa A" Ushira ikimenyetso A imbere y'amazina yabo. Abo nibo bantu wiyumvira ko bakira neza amajambo ya Mpwemu Yera, kwiga Bibiliya, canke kwiga neza imigambi y'Imana ku bugingo bwabo.

Hanyumwa urabe amazina asigaye. Nimba hari abo uzi batitayeho ivy'Imana canke ivya Mpwemu, badashobora kuza kwiga Bibiliya, canke batabona Imana ko ifise agaciro mu buzima bw'imisi yose, ushire ikimenyetso **B** imbere y'amazina yabo. Abo ni abatizera b'"Ubwoko **B**"

Urwo rutonde wame urugendana muri Bibiliya yawe. Abantu bafise ikimenyetso c'umusaraba bashobora kugufasha gutanguza umurwi muto mushasha. Abafise ikimenyetso ca **A** imbere y'amazina yabo nibo ushobora gusengera no gutumira mu murwi wawe. Abafise ikimenyetso ca **B** nibo ukomeza gusengera ndetse no kubaha igihe kinini co kuganira nabo.

Ushobora gutangazwa no kubona hari abatizera bake (nimba bahari) muri oikos yawe. Abakristo benshi nta migenderanire bagirana n'abatizera.Yamara iyo Abakristo batanguye gusangira n'abandi Bakristo, usanga bafise igihe gito cane, canke ntaco co gusangira n'abatari Abakristo.
**III. Umurwi wo kuganira –** abantu babiri canke batatu bagirana igihe n'abatizera b'ubwoko B bazi. Wokora iki kugira ngo abatizera b'ubwoko B bemere kandi babinezerererwe?
**IV. Inzira yo Kuvuga Ubutumwa mu murwi mutoya**
A. Ivugabutumwa muri Oikos – Sengera kandi utumire ba A mu murwi wawe.
Ivugabutumwa Ritumbereye –Umurwi utumbereye ivugabutumwa muri Oikos rishobora kugera no ku bashitsi.
Ivyo bishobora kugusaba gukora ibikorwa bibakorako, ivyo bakunda canke ibikorwa vy'abantu benshi.

Uko umurwi ungana – Igitiiri ntarengwa ni 15. Nimba barenze ubagabanye.

Ibibazo vyo kwitabwako, gusubiramwo no gushira mu bikorwa
Muri **Luka 5:32**, Yesu yaravuze ati, "Sinaje kurondera abagororotsi, ahubwo ni abanyavyaha ngo bihane" Yesu yamaranye igihe kingana iki "n'abanyavyaha" mu gikorwa kw'isi? Tanga uturorero tubiri canke dutatu tw'abantu wogereranya n'ubwoko A canke ubwoko B.

Ni ibihe bikorwa wokora kugira ngo wubake ubucuti n'abantu b'ubwoko B bari ku rutonde rwa oikos yawe? Abandi Bakristo bashobora kujana nawe mu gihe wubaka ubwo bucuti ni bande?

Ni igihe kinagana iki wiyumvira ko womara wubaka ubucuti bufatika n'abatizera? Ni ibiki vyihutirwa, niba biriho, bitegerezwa guhinduka mu bugingo bwawe kugira ngo ubone uko umarana igihe n'abatizera?

Integuro y'ibikorwa
Mu murwi wawe, tegura inganda zo kugera ku bantu uciye ku bucuti bw'umwe umwe mubagize umurwi. Nimba abandi muri hamwe mu murwi batarakora urutonde rwa oikos yabo, ubasabe bazobe babikoze mu ikoraniro riza. Saba abagize umurwi bemeze abantu b'ubwoko A mugomba gusengera no kugendera, n'abo mu bwoko B mugomba gusengera no gutangura kubaha igihe. Umurongozi w'umurwi ategerezwa kugumana ayo mazina kugira ngo umurwi wame wiyibutsa igikorwa co kubagezako ubutumwa.

## Ibyerekeye "Oikos"

Kugira ngo dutahure neza akamaro k'imirwi mitoya mu nganda zo gushinga amashengero, dutegerezwa kumva neza ijambo *oikos,* imvugo ya Bibiliya isobanura urwego rw'ifatiro muri sosiyete iyo ari yo yose. Riboneka henshi muri Bibiliya kandi ryerekeza ku bantu batwegereye nkuko twese tubafise. Mu kirundi risobanurwa ngo "urugo" canke "abo mu rugo".Akarorero, mu Vyak.16:31, Pawulo na Sila bararikoresheje bavuga bati, "*Izere Umwami Yesu, urakira mwe n'abo mu nzu yawe(urugo rwawe)*"

## *OIKOS*: UBURYO BW'ISI BWO GUKORA IMIRWI MITOYA

Ya *oikos* twese tubamwo ntibigoye cane. Dushobora kumenyana n'abantu mirongo, canke majana, ariko bamwe tukamarana igihe gito cane – abo tumarana igihe gihagije kandi gikomeye nibo bari muri oikos yacu, ababanyi ba hafi.Umuntu wese muri twebwe afise umurwi wa hafi urimo abagenzi na bamwe mu ncuti duhurira mu kazi, mu nkino, mu vyo dukunda, n'ababanyi. Abo nibo bantu dukunda kuvugana, gusangira, kuganira nibura isaha imwe ku ndwi.
Ntibikunda kubaho ko umuntu agira abantu barenze 20 muri oikos yiwe. Maze imyaka myinshi ngenzura ama *oikos y*'abantu baza mu mamenyerezwa nyobora. Abenshi mu bakristo usanga bageza ku bantu icenda, kandi ugasanga nta wundi mushasha yiyongereyemwo mu gihe c'amezi atandatu.
Ubuzima bugizwe n'urukwirikirane rutagira iherezo rw'ama oikos.Umuntu wese rero usanga hari aho acometse muri urwo rukurikirane. Iyo abantu binjiye muri oikos biyumvamwo umutekano kuruta iyo bari hamwe n'abanyamahanga.
Mu mico yose yo kw'isi, usanga ubucuti buba muri oikos buba bumeze bukomeye. Abashinwa bafise ijambo bakoresha ku ncuti ya hafi, kandi ico kigereranyo c'isano kiba cubashwe cane. Muri Argentina, banyeretse igicumu gifise umuheha w'icuma ufise utwenge ku mpera yawo, akaba ari co banyweramwo "icayi c'ubumwe". Umugenzo ukomeye cane wa *oikos* mu muco wabo ni ukunywera ku muheha umwe. Mubisanzwe ivyo bikorerwa mu bagenzi gusa.

## AMA *OIKOS* ARAHINDUKA BITEWE N'INKOMEZI Y'AKARANGAMUTIMA

Kuva isi iremwa, abantu babayeho mu ma *oikos.U*muco wose, urazigira. Umutekano w'umuntu awuhabwa no kwemerwa n'abamwegereye muri oikos. Mu bihe vya kera vy'ubwana, nyina w'umuntu ni we yabanza kumuha agaciro kuko amuguma hafi kandi akamwitaho. Uko umwana agenda akura, ako gaciro agahabwa, canke ntagahabwe, n'abandi babana mu rugo.Inyuma mwarimu nawe akaza kwinjira muri oikos, vyakomera

atanguye kuba umusore akinjira mu runganwe rwiwe rukaba oikos itegerezwa kumwemera. Mu kazi, kwemerwa bijana n'uko agihembo kagenda kiyongera.
Oikos yose igenda iba agace k'umuce ukomeye wa sosiyete. Ikintu gikomeye dutegerezwa kumenya ni uko umuntu wese abaho mw'isi yiwe ntoya, yihariye, akenshi imutegeka kugirana ivyo basangiye n'abantu bahurira muri oikos. Muri iki gihe, ibikomere vy'abantu bakuriye mu miryango irimwo umugore asinda canke umugabo agwana, ni vyo bisigaye bitwara umwanya munini mu bikorwa vy'imirwi mitoya.
Mu gihe usoma ibi, wiyumvire uruhara bifise mu bugingo bwawe. Fata umwanya wandike amazina y'abantu mwama mumarana nimiburiburi isaha imwe ku ndwi muganira imbona-nkubone. (Iyo saha ishobora kuba ari ihwaniro y'ibihe vyinshi bitoya vyagiye bibaho mu minsi indwi yose, ariko bikaba bibaho kenshi – kandi ari amaso ku yandi).Dutegerezwa no kumenya bake muri bo bafise ububasha kuruta abandi ku buzima bwacu.Akarorero, Ni bande baboneka cane mu buzima bwawe? Ni ba nde ubona ko kwemerwa canke kutemerwa na bo biremereye kuri wewe? (Nagiye ngira inama bamwe bakirwana no gushimisha abavyeyi b'intashima bapfuye kera). Ni bande utinya ko bokwihakana, kandi wifuza kwemerwa nabo? Kwiyumvira kuri oikos y'umuntu uwo ari wese bizana ubwenge bwinshi!

## ABAKOZI B'ABAKRISTO BAGIRA AMA OIKOS ABUZEMWO ABATIZERA.

Ubushakashatsi nakoze kuri iki kibazo bwanyeretse ibintu bitangaje. Nzi neza ko nakoze ku Bungere barenga 5.000, abagore b'Abungere, abakozi b'amashengero, abamisiyoneri mu bihugu birenga mirongo itatu. Ni gake cane usanga abitwa ko bakora igihe cose mu bikorwa vya gikristo, bagira abatizera muri oikos zabo zo hafi. Uretse uwoba akora mu bikorwa bisanzwe, umugore w'umukozi wa Gikristo ntakunda kugira aho ahurira n'abadafise amashengero babamwo. Oikos yiwe ibamwo gusa abari mw'ishngero. Igihe kimwe umukozi ashinzwe kurera mw'ishengero rinini yariyunamiriye ararira cane yibutse ko yamaze igihe ciwe cose mu kazitiro k'akazi kiwe.Ata muntu n'umwe mu batizera yibuka muri oikos yiwe kuva arangije kwiga mw'ishuri rikuru risanzwe.

## YESU YARAKUNDA KWINJIRA MU MA OIKOS Y'ABAPAGANI

Mu gihe ishengero rikura abantu mu ma oikos yabo rikabashira mu muryango munini ukabamira, imigenzo y'Isezerano Rishasha igaragaza itandukaniro mu mibereho y'abantu. Yesu yarakora ibikorwa asengera muri za oikos z'abantu. Yari azi ko nta bundi buryo yogeza ubutumwa ku bantu atabasanze muri ayo mahuriro yabo. Kandi ikiboneka ni uko oikos yose usanga ishingiye ku rugo, ntishobora kugira icicaro cayo. Bityo, Umwami Yesu yahora agenda ava mu rugo aja mu rundi.
Muri Luka 19:2-5, tubona Yesu ahura na Zakayo. Aramubwira ati, *"Zakayo ...uyu munsi ndarara iwawe."*
Muri Luka 7:36-38 tumubona yagiye mu rugo rw'Umufarisayo yari yamutumiye kuja gusangira nawe. Yicaye ku meza, umugore w'imaraya amusukako amavuta amota cane ku birenge. Mbega kwinjira muri *oikos* gutangaje!
Muri Matayo 8:14 yinjiye mu nzu ya Petero akiza umwe mu bagize *oikos* yiwe yaba aho. Muri Matayo 9:10, yasangiye n'abigishwa biwe ariko hazamwo n'abanyavyaha bari muri oikos ya Matayo. Arongera arinjira muri oikos muri Matayo 9:23 aho yagiye mu rugo rw'umutware agasanga abantu bacuraranga imyironge n'abandi bayogora. Muri Matayo 17:25 Petero yamusanze mu rugo rw'I Kaperinawumu, aje kumubwira ivyo kuriha amakori. Dusoma muri Mariko 3:20 ko Yesu yinjiye mu nzu, abantu benshi barahakoranira, "*ku buryo we n'abigishwa biwe babuze uko bafungura*" Muri Mariko 7:24, yinjiye mu rugo, aho abigishwa biwe bamubajije ivyerekeye umugani. Muri Mariko 7:24, yinjira mu nzu ngo yiherere, ariko abantu benshi bari bazi aho yagiye bamusangayo.

## ISHENGERO RYA MBERE NARYO RYAKORERA MURI *OIKOS*

Mu Vyak. 5:42, dusoma ko Ishengero rya mbere ryava mu rugo rija mu rundi. Mu Vyak. 8:3 igihe Sawuli yashakaga kurandura ishengero, yari azi aho ashobora gusanga abantu b'Imana. Hatubwira ko "*yagenda inzu ku yindi afata abagabo n'abagore abashira mu nzu y'imbohe"*
Biratangaje kubona mu Vyak. 10 uburyo Mpwemu Yera yateguriye Petero akava mu rugo rwa Simoni w'Umukanyi w'impuzu akaja mu rugo rwa Koluneriyo, ariho uwo Koluneriyo yakijijwe. Gukorera muri *oikos* ni bwo buryo bw'ivugabutumwa bwakoreshejwe mu kinyejana ca mbere.

Dusanga ahenshi havugwa ko abantu bose bo muri *oikos* bakijijwe bakinjira mu Bwami bw'Imana. Mu Vyak. 16 Lidiya n'umukuru w'Ibohero barakijijwe hamwe n'abo muri *oikos* yabo bose. Igikorwa ca mbere Lidiya yakoze amaze gukizwa ni ugutumira Pawulo ngo agume mu rugo rwiwe.

**KWANkWA NA OIKOS YAWE KUBERA GUHINDUKA UMUKRISTO BIRABABAZA.**
Yesu aratwibutsa muri Matayo 10:36 yuko kumukurikira bisaba kwiyemeza gukomeye: *"abansi b'umuntu bazoba abo muri oikos yiwe."Kwiyemeza* kumukurikira bishobora guteza ingorane mu mibereho yacu n'abantu batwegereye. Niyo mpamvu yavuze muri Matayo 10:35 *"Kuko naje guteranya umwana na se, umukobwa na nyina, umukazana na nyirabukwe ..."* Mu murongo wa 37, adusaba guhitamwo Ubwami bw'Imana canke *oikos* yacu: "Umuntu wese ukunda se na nyina kumundutisha ntakwiye kuba uwanje; umuntu wese ukunda umuhungu wiwe canke umukobwa wiwe kumundutisha ntakwiye kuba uwanje..." Muri Singapore hari Umwungere w'akarere mubo dukorana uva mu muryango w'abahindu. Amaze kwakira Yesu, abo muri oikos yiwe baramuhagurukiye n'ishavu ryinshi. Se wabo umwe yamusanze mu rugo abwira se ati "Kuki wemereye uyu mwana wawe akadukoza isoni twese atyo?" Mu majepfo ya Aziya hari umuganga yakiriye Yesu bituma abo mu muryango wiwe w'Abayisilamu batangaza ko yapfuye kandi bamuhamvye. Za oikos zishobora kuba ingorane mugihe umuntu ahisemwo iyindi nzira y'ubuzima.

**UMUBIRI W'UMWAMI WACU WITWA "*OIKOS*"**
Yamara, hari oikos idasanzwe kuri babandi bose batawe burundu. Abah.3:6 haravuga ngo *"Ariko Kristo agororotse nk'umwana atwara oikos y'Imana. Natwe turi oikos yayo nimba tugumana ubushizi bw'amanga n'ivyizigiro twiratana."* Raba n'iyi mirongo yindi ivuga kuri ivyo iboneka muri 1 Pet 4:17, 1Tim 3:15, Ef 2:19 na 1 Pet 2:5.
Mu vy'ukuri ishngero rya mbere ryiyumvira ko ivy bahuriyeko muri *oikos* za mbere vyarangiye, ariko ivyo bikajana no kuba Imana yarabahaye iyindi mibereho ya Gikristo. Vyari mu mugambi w'Imana ko ishengero ribaho nka *oikos.* Ipfundo ry'ubuzima bwa Gikristo ntirishingiye kw'ijambo "urusengero" canke "isinagogi" canke "inyubako y'ishengero." Kubera ko igihuzu gifatanije ubwo buzima ari *oikos*, niyo mpamvu no mu Mubiri wa Kristo abantu babayeho nka *oikos.*

*Vyanditswe na R.W. Neighbour, vyatangajwe na J. Geske*
*Muri "Where Do We Go From Here?"*

## IMIRWI MITOYA–Urutonde rw'Amamenyerezwa 5--Kwerekana Umurwi Mutoya

Iki cigwa gisaba imyiteguro myinshi kugira ngo kigire akamaro. Umwigisha ategerezwa kwiyumvira mbere ibikorwa azofatanya n'umurwi w'abamenyerezwa, akabitegura. Nimba hari ibihe vyo kwiga Bibiliya biza kubaho mw'ishuri, abamenyerezwa bategerezwa guhabwa umunsi umwe canke ibiri yo kwitegura.
Habaho ubwoko bune bw'ibikorwa bategerezwa gutoranyamwo, bikaba bihuje n'ibice bine biboneka mw'ikoraniro ry'umurwi muto: gusangira, gutazira, kubakana, no kuvuga ubutumwa. Uretse igihe haba hari igihe kirenze isaha kigenewe iki cirwa, ntawokwizera ko umwigisha ashobora gukora umwimenyerezo ku bice bine vyose. Icoshoboka ni ugutoranya ibice bibiri canke kimwe mu mwimenyerezo. Gutoranya bizoterwa n'igitigiri,akarorero, inararibonye n'ubukene by'abamenyerezwa.
uturorero n'ivyiyumviro bitangwa muri iki cirwa ni ibibafasha gusa. Nimba umwigisha azi ko hari ibice bimwe bitera ingorane ahantu runaka, ategerezwa kwihatira guhuza ibikorwa vy'icirwa n'ibihe arimwo kugira ngo ashobore kwishura ibibazo vyovuka.
Nimba abamenyerezwa ari benshi, bategerezwa kugabanywamwo imirwi mitomito atarengeje abantu 8 – 10 mu mwitozo. Umwigisha agomba gushyiraho "umuyobozi" mu murwi uwo ari wose utegerezwa gukora umwimenyerezo. Bitewe n'igikorwa, umwigisha ashobora gukenera abantu benshi bahabwa igikorwa mu burongozi igihe c'umwimenyerezo.
Gumana mu mutwe yuko umugambi mukuru muri iki cirwa ari ugutanga ubumenyi bw'ibikorwa mu bice bitandukanye vy'ubuzima bw'umurwi mutoya. Bitegerezwa kandi kuba bigomba gukorwa!

**Ibice bine vy'Ikoraniro ry'Umurwi Mutoya** (Raba ivyongeweko 2B)
**A. Gusangira** – Umuntu ku muntu – Imbere
**B. Gutazira** – Umuntu ku Mana – Hejuru
**C. Gukomezanya** – Imana ku muntu – Hasi: guhindura abigishwa, kwiga Bibiliya, kwigisha mu butware
**D. Ivugaburtumwa** – Umubiri wa Kristo mw'isi – Hanze:intahe,integuro y'igikorwa iri imbere, kubwira abandi.
Suzuma ibikorwa vy'umurwi Mutoya: Ni hehe barekanye inkomezi n'intege nke? Umuyobozi w'umurwi yatoye umuti w'ibibazo gute n'ingorane vyavutse? Ni ibiki bashobira gukora mu bundi buryo?

Ibibazo vyo kwitaho, gusubiramwo no gushira mu bikorwa.
Kuki ari ngombwa kugira urutonde bw'ikoraniro ry'umurwi iryo ari ryose?
Ni hehe abayobozi b'imirwi bagiye bagira ibibazo mu gikorwa bahawe?
Mbega ivyo bibazo birakunze kubaho kenshi mu mirwi yanyu?

## IMIRWI MITOYA –Urutonde rw'Amamenyerezwa 6 -- Ivyiyumviro-fatiro vy'Igikorwa vy'umurwi Mutoya

**I. Uko umurwi umeze**
A. Ingene bw'Ubuzima bw'umurwi bukurikirana

| Incuro | Igihe bimara | Ibikorwa |
|---|---|---|
| **Intumbero** | Indwi 1-4 | Abantu baridondorana, baganira bagitinyana |
| **Infatakibanza** | Indwi 5-10 | Abantu batangura kumenyana, kwakirana no kwizerana. |
| **Ubugenzi** | Indwi 11-15 | Batera intambwe yo kwitanga, kwidegemvya no kwizerana |
| **Ibikorwa** | Indwi 16-36 | Batangura gukora buzuzanya bashira mu bikorwa ukuri kwa Bibiliya |
| **Kugwiza** | Indwi 36-40 | Abamenyerejwe kuba abayobozi batangura imirwi mishasha. Kugwiza |

B.Imirwi Yose itumbera Ku Ntego Imwe
C. Imirwi ni Igice ca Ngombwa c'Ingamba yo Kugwiza Amashengero.

II. Ibice vy'ibikorwa vy'Imirwi
A. Igice ca 1:Imirwi itangura **Ishengero Risanzwe**
B. Igice ca 2: Ishengero Risanzwe **Ritangura Gushinga Imirwi Mitoya**
C. Igice ca 3:Imirwi Mitoya **itangura Ishengero**
D. Igice ca 4:Imirwi **Myinshi Ikura, Ikagwira, "Igakuza" Amashengero Asanzwe**

| |
|---|
| Umwimenyerezo mu mirwi mitoya:Inyuma yo gusoma buri inyigosho iyariyo yose, imirwi iganire (1) igice ico gikorwa gishingiyeko (nimba ikiho), na (2) inyungu canke imbangamyi z'ico gikorwa mu ngamba zo gushinga amashengero. |

Inyigisho ya 1.
Umuntu ashinga mashengero yimukiye mu gisagara kitagira ishengero atanguza imirwi itandukanye. Imirwi ikora neza cane ku buryo yatanguye kuvyara ayandi. Abagize imirwi bumva bafitanye ubucuti bukomeye hagati yabo, biyemeza gutanguza ishengero rihuje iyo imirwi.Umurwi wose mushasha utanguye ukomeza kuba urugingo rw'iryo shengero.

Inyigisho ya 2

Abashinga amashengero batandukanye batanguye gushiraho imirwi. Iyo mirwi ifise intumbero yo kugwira no kuvuga ubutumwa, ariko ntishaka gushinga amashengero mashasha. Ahubwo bayobora abizera bashasha mu yandi mashengero asanzwe ariho mu gisagara. Bamwe mu bagize imirwi bashishikara kuyateraniramwo kandi bakaba no mu mashengero atandukanye muri ico gisagara.

Inyigisho ya 3
Mu myaka mike ishize umuryango umwe wazanye abamisiyoneri batanguza imirwi adashingiye ku mashengero asanzwe mu gisagara. Iyo mirwi ihura rimwe mu ndwi akigira hamwe Bibiliya.

Inyigisho ya 4.
Ishengero rimwe ry'ivugabutumwa rifise imirwi myinshi ihuzwa no kwiga Bibiliya. Abagize imirwi ni abantu bamwe bamaze imyaka myinshi bahura, kandi imirwi ntiyiyongera. Myinshi muri iyo mirwi igizwe n'abantu babana ariko baba kure y'ishengero. Iyo mirwi yahisemwo gutanguza ishengero rishasha hafi y'aho babaye.

Inyigisho ya 5.
Umuntu ushinga amashengero yimukiye mu gisagara kimwe atangura kuvuga ubutumwa. Abantu baritabira cane, maze mu gihe gito atanguza imurwi itandukanye, kandi nayo ifise intumbero yo kuvuga ubutumwa no kugwira.Imirwi ihura ku Ndwi ikagira igihe co gutazira,kwigishwa, naho ku wa gatatu ku mugoroba batumira abatizera bakagirana igihe co gusangira no gukina. Nta mugambi bafise wo kubaka, ahubwo inyuma y'indwi zitandatu, bakodesha icumba kinini bagahurirayo mu bihe vyo gutazira no kwigishwa vya rusange.

**Kubaka Igamba y'Umurwi Mutoya : ibice bikomeye**

1. Hitamwo intumbero rusange z'ibikorwa vyawe. Urashaka gutanguza urukurikirane rwo kugwiza amashengero? Ishngero rimwe? Amashengero menshi agwiriye mu gisagara, canke mu akarere?
2. Imurwi ikeneye gute gukorera hamwe canke gutandukanye kugira ngo igere kuri izo ntumbero?
3. Ni akahe karere watoranije, kandi ni abahe bantu utumbereye? Hari ubushakashatsi bukenewe ?
4. Ni ubuhe buryo bw'ivugabutumwa imirwi yokoresha bukwiranye n'ababa aho hantu ?
5. Ni abahe bayobozi b'imbere bari muri ako karere watoranije ?
6. Ni izihe ntambwe z'imirwi zikenewe kugira ngo ugere ku ntumbero zawe ?

**Ibibazo vyo kwitabwaho, gusubiramwo no gushira mu bikorwa.**
umurwi wawe igihe cose uzoba uri kimwe mu vyiciro by'ubuzima bw'umurwi (intumbero, infatakibanza, ubugenzi, ibikorwa, kugwiza) Kuki ibi ari ngombwa mu gihe utegura ibikorwa vy'amakoraniro ? Kuki ari ngombwa mu kwiha intumbero z'ingamba rusangi y'umurwi ?
Kuki imirwi mitoya ari igice gikomeye mu rutonde rwo Kugwiza Amashengero ?
Ni iyihe ntambuko mu Ntambuko z'Igikorwa y'umurwi mutoya yokora neza mu karere watoranije ?

**Integuro y'ibikorwa**

- Mu majambo arambuye, andika insobanuro yumvikana y'umurwi Muto. Bihe umumenyereza wawe.
- Ukurikije ivyo uzi ku karere watoranije n'integuro rusange wihaye muri ako karere, andika ingamba zawe z'uburyo uteganya gukoresha imirwi mitoya kugira ngo ugere ku ntumbero zawe. Ushiremwo n'ingingo uvana muri « Ivyitabwaho mu Ngamba z'umurwi Mutoya ». Ganira ivyo wanditse n'uwundi mu bamenyerezwa, kandi umuntu wese asuzume ivyo mugenzi we yateguye. Kubera impamvu z'umwimenyerezo,urutonde rwawe ruje ku mpapuro nkeyi gusa.

## UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Urutonde rw'amamenyerezwa 8 -- Inzira Zitandukanye zo Kwiga Bibiliya Yivugira

I. Kwiyibutsa **Amategeko yo Kwiga Bibiliya Yivugira**

A. Impamvu yo Gukoresha Uburyo Bwa Bibiliya Yivugira – Ni ibiki twize mu gitabo ca mbere nk'inyungu zo gukoresha uburyo bwa Bibiliya yivugira ?

B. Intambwe zo Kwiga Bibiliya Yivugira – Ni izihe ntambwe zitatu z'uburyo bwo Kwiga Bibiliya Yivugira ?

C. Ishingiro ry'Uburyo bwa Bibiliya Yivugira – Ni ayahe mabwirizwa y'igikorwa c'uburyo bwo kwiga Bibiliya yivugira ?

Kubaza ibibazo vyinshi nka Ni nde ? Iki ? Ryari ? Gute ? Kuki ?
Kuraba ingingo Nkuru
Gutahura Umugambi w'Umwanditsi
Kwemera Gukomeza Guhishurirwa
Kumenya uko ibintu vyari bimeze
Kwita ku mabwirizwa ya Bibiliya
Kugereranya ibihe vya Bibiliya n'ibihe turimwo
Gusenga

**II.Ingene abantu babayeho – ubuzima bw'abantu bavugwa muri Bibiliya**

**A. Kuki Twiga ingene abantu babayeho?**

Ni utuhe turorero tw'ingene abantu babayeho uretse urwa Mose muri 1 Abakor. 10:11 tuza mu mutwe wawe?

**B. Uburyo bwo Kwiga ingene Abantu babayeho**

1. Ni gute wokwitegereza mu kwiga ingene umuntu yabayeho?
2. Ni gute wosesangura mu kwiga ingene umuntu yabayeho igihe ufise ibice bitandukanye vya Bibiliya?

**C. Ibibazo vyo Gushira mu Ngiro**

Ni gute ivyo naciyemwo bihuye n'ivyiwe?
Mbega mfise inkomezi nk'iziwe? Intege nke nk'iziwe?
Kuki Imana yashize uyu muntu mu Vyanditswe Vyera?
Ni iki gikwiye Imana ishaka kunyigishiriza mu buzima bwiwe?

**III. Kwiga Igitabo**

Butumwa bwose bwanditswe bukurikije intumbero bwihariye.
Matayo – yerekana Kristo nka Mesiya w'Abayuda (Umwami)
Mariko – yerekana Kristo nk'Umuja (yoroheje)
Luka – yerekana Kristo nk'Umwana w'Umuntu (ubu muntu)
Yohana – yerekana Kristo nk'Umwana w'Imana (ubu mana)

A. **Kuki dutegerezwa Kwiga Igitab**o?

**B. Kwiga Igitabo Bikorwa Gute ?**

1. Soma Igitabu Incuro Nyinshi
2. Ni ibiki biri mu bice vy'igitabo?

**Igis: Umwanditsi,**
Abandikiwe,
Igihe,
Ivyanditswe

3. Ni ibiki dusanga mu "Bivugwa mu Gitabo"

a. Impfunyapfunyo y'Igitabo
b. Insobanuro y'impfunyapfunyo

4. Kora icegeranyo (tableau)

Mu mugice ca mbere, imirongo uyishiremwo Ibice, Ahantu, Abo yakoreye, Abantu bahambaye, Ibinyegejwe bihambaye, n'Amabwirizwa, iyIndi mice ishobora kubamwo imirongo bivugwamwo.

5. Shira Insobanuro y'impfunyapfunyo y'Igitabo mu bikorwa Mu Gihe cawe.

Ni iki mu buzima bwanje gisa n'ibivugwa muri iki gitabo?
Ni ibiki mu buzima bwanje bisa n'ivy'Umwanditsi w'iki gitabo?
Ibi novyifatamwo nte?
Ni iki kidasanzwe cavuganye n'umutima wanje nsoma iki gitabo?

**IV. Kwiga Impfunyapfunyo y'igitabu: Kwitegereza Ingingo Nkuru**

A. Kuki Twiga Impfunyapfunyo?
B. Uburyo bwo Kwiga Impfunyapfunyo?
Intambwe zo Kwiga:
Rondera imirongo iyivugako
Tondeka imirongo uko ikurikirana
Andika incamake y'umurongo mu bihe vyawo
Andika muri make ico impfunyapfunyo yigisha
Shyira mu bikorwa **(Yakobo 1:22-25)**

**Integuro y'ibikorwa**

- Iga ingene ubuzima bwa Barinaba bwari bumeze mu Vyongewe 8A. Iyumvire ku ruhara rwiwe mu bikorwa vyo gushinga amashngero mu Vyakozwe n'Intumwa. Ni iki ubona woshira mu bikorwa mu bugingo bwawe?
- Fata igihe co kwiga igitabo canke impfunyapfunyo ukoresheje uburyo bwa Bibiliya Yivugira. Nimba ari ubwa mbere, fata igitabo kigufi canke impfunyapfunyo. Suzuma ubushobozi bw'uburyo bwo kwiga uko bugufasha kwubura ivyo utigeze ubona imbere mu Vyanditswe Vyera.

**IVYONGEWE 8A: IGA KU BUZIMA BWA BARINABA**

Soma murongo wose muri iyi ikurikira, wandike ivyo wabonye n'ibyo wasesenguye kuri wo. Hanyuma ukore incamake y'igice cyose.
A. Vyak. 4:36,37
1. Kwitegereza:
2. Gusesangura/ Incamake: (Komeza ukore Kwitegereza no Gusesangura ku mirongo yo muri B-J)

**B. Vyak.11:19-24. C. Vyak. 11:25-26, D. Vyak. 11:27-30, E. Vyak. 12:25, F. Vyak 13:1-13;42-34, Vyak. 14:1-23, H. Vyak 15:2-4,12,22,25,35-39, I. Abakol.4:10, J.Abag. 2:11-13**

Kora incamake y'inyigisho
Noneho umaze kuraba umurongo wose ukwawo, ni igihe co kuraba umwimbu no gukora incamake z'ivyo Bibiliya yigisha vyerekeye Barinaba. Mu gukora ivyo, wibaze ibibazo bikurikira:

Ese ivyo Barinaba yakuriyemwo bimeze gute?
Kuki intumwa zoba zarahaye Yozefu izina rya "Barinaba?"
Ni ibihe bimenyetso biri muri iyi mirongo bikwereka ko Barinaba yari afise impano yo "gutera umwete"?
Ni iki gisobanura ukuntu amazina ya Pawulo na Barinaba ( canke Barinaba na Pawulo) akurikiranywa?
Barinaba yifashe ate abonye Pawulo ahawe ubuyobozi?
Mbega yifashe ate mu matati? (Vyak.15:1-4 na Vyak 15:36-40)
Uribaza ko yabitewe n'iki, nkuko yabigenje mu Gal. 2:11-13?
Noneho imvugo irimwo ivyo wize mu buzima bwa Barinaba. Urabe neza ko harimwo ivyiyumviro vyose bikomeye wakuye mu mirongo yose wasomye.

**UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA – Urutonde rw'Amamenyerezwa 9**
**-- Kuyobora Abiga Bibiliya Yivugira:** Gufasha Abandi Kubona ivyinyegeje

**I. Ibiranga Umurwi wo Kwiga Bibiliya Yivugira**
**Umurwi wiga Bibiliya Yivugira ni umurwi mutoya w'abantu baterana bafise intumbero yo kwiga Bibiliya. Kwiga Bibiliya**
**yivugira bitandukanye bite no kuvuga ubutumwa?**
Inyishu: A. Uvuga ubutumwa ashobora kurabwa nk'umutware – mu murwi Ivyanditswe ni vyo Mutware
B.umurwi wo Kwiga Bibiliya wibanda ku ntumbero yo kubona ivyinyegeje.
C. Umuyobozi ni uwo gufasha abandi

**II. Kwitegura Kwiga** – Ni ibiki umuyobozi ashobora gukora mu gutegura kwiga ?

Inyishu : A. Kwiga Igice Ubwawe
B. Kwandika Intumbero yo Kwiga
C. Gutegura Ibibazo birimwo intambwe zitatu zo kwiga Bibiliya yivugira
D. Gusubiramwo ibibazo kugira ngo bibe: vyumvikana, bigufi, bisaba kuronderwa mu vyanditswe, bisaba Kwitegereza neza, n'ibitumbereza ku gushira mu ngiro.
E. Gutegura Ikibazo co Gutangura gituma Abiga babikora babinezererewe.

**III. Kuyobora Kwig**a – Ni ibiki yitabwako mu kurongora igihe co kwiga Bibiliya?
Inyishu:
A. Kwiga bitegerezwa gutanguzwa kandi bigasozwa n'isengesho
B. Umuyobozi ategerezwa kuba yiteguye kwigira ku bagize umurwi
C. Umuyobozi ntategerezwa kwishura ibibazo vyiwe canke ibibazo bibajijwe mu murwi
D. Ntuzoterwe ubwoba no guhora
E.. Umuyobozi ntategerezwa no kunyurwa n'inyishu ca mbere itanzwe
F. Inyishu zidatanzwe mu murwi zishobora kuguma aho ata nyishu
G. Ibitishuwe neza bitegerezwa gukosorwa n'Ivyanditswe canke umurwi, Singombwa ngo abe Umuyobozi.
H. Fasha ibiganiro kuguma mu gice c'icigwa barimwo.
I. Ntiwibagire kubaza ibibazo vyo gushira mu ngiro
J. Genzura uruhara rw'abavuga cane n'abavuga make, bose bavuge?
K. Mu gusozera, Umuyobozi ashobora kuvuga muri make ivyo umurwi wize n'ivyo wavuze.

- Kuki kubona ivyo utari bwabone ari ngombwa ku gukura k'Umukristo? Kuki kuvuga ubutumwa vyonyine bidahagije?
- Ikibazo ciza mu biganiro kiba kigizwe n'iki?

**Integuro y'ibikorwa**

Mu cigwa gikurikira (10,11) uzoyobora bamwe mu bamenyerezwa muri hamwe mu kwiga Bibiliya mukoresheje amabwirizwa mwize muri iki cigwa. Fata umwanya wo gusubiramwo ivyo wize,wiyumvire ingene uzoyobora ibiganiro. Umumenyereza wawe canke Umwigisha wawe ashobora kugufasha kwitegura mu Vyak 17 1-10 (igitabo ca Mbere) canke Matayo 20:17-28.

**Kwiga Bibiliya Yivugira kuri
Matayo 20:17-28**

*Iyi nyigisho yatanzwe nk'icitegererezo c'uburyo bwo Kwiga Bibiliya yivugira. Bibaye ngombwa yokoreshwa mu biganiro vy'icigwa ca 10,11. Ariko, ni ngombwa kwibutswa ko ikoreshwa yifashishwa gusa, ahubwo ko mwiga ubwanyu kimwe mu bindi bice vyatanzwe mu gitabo ca mbere.*

**INTANGAMARARA**

Ivyigwa vyerekeye ubuyobozi muri izi nyigisho bizoraba ku bikorwa vya Yesu nk'icitegererezo cacu mu buyobozi. Hari ubwoko bwinshi bw'ubuyobozi mw'isi, ariko Yesu yatanze insobanuro ihagije bw'ico twumva ku kuyobora abandi. Nkuko tuzobibona muri Matayo 20:17-28, n'abigishwa biwe ubwabo baragira ikibazo co kwakira ibijanye n'ubwo bushasha bwo kuyobora. Dutegerezwa kwishura ikibazo ngo "Ubuyobozi bwa Gikristo ni Iki?"

**I. MUSENGE**

Tangura igihe co kwiga usenga Imana ngo ikureho ibisamaza vyose mu bwenge bwawe, igufashe kwitaho ku vyo wiga muri iki gice bizogufasha kuba Umuyobozi w'Umukristo.

**II. MUSOME MATAYO 20:17-28**

Soma iki gice witonze kandi wiyumvire. Umuntu umwe ashobora gusoma cose, canke akagabanya ibice bito
mu bandi bagize umurwi wo kwiga.

**III. KWITEGEREZA**

Igikorwa cacu ca mbere ni ukubona ico igice kivuga. Raba neza imirongo maze wishure ibibazo bikurikira:
*Ukurikije uko ibihe vyari bimeze (Mat 19:27-20:16)*

- Ni mu buhe buryo inyigisho za Yesu muri Matayo 19:27-28 zavyukije icifuzo ca Yakobo na Yohana co
kuzotegeka mu bwami?
- Ni iyihe ngingo ikomeye mu mugani wo muri Matayo 20:1-15 nkuko Yesu yawusobanuye mu murongo wa 16?

*Ukurikije igice casomwe (Mat 20:17-28)*

- Abigishwa na Yesu bari bagiye hehe, kandi ni iki cagomba kumubako ngaho?
- Ni izihe nyungu umugore wa Zebedayo yasavye Yesu?
- Abandi bigishwa bavyifashemwo gute bumvise ivyo asavye, kandi kuki?
- Ni nde afata ingingo y'abafata ibibanza mu bwami, kandi ni ibihe vya tegerezwa kwuzuzwa ku bibanza?
- Ivyo vya ngombwa bitandukanye bite n'ivyo mw'isi? (Mu bapagani)?

**IV. GUSESANGURA**

Noneho twiteguye kuraba insobanuro yiki gice. Iyumvire neza kuri ibi bibazo bikwishura ku vyo wabonye mu kwitegereza:

- Wovuga gute muri make inyifato y'Umugore Zebedayo n'abigishwa mukugenda I Yerusalemu? Ni iki bari barindiriye ko kibayo (iyumvire amajambo "iburyo n'ibumoso" ico asobanura"). Ivyo vyerekana iki ku mpamvu zabo zo gukurikira Yesu?
- Ni iki Yesu yashaka kuvuga ku "gikombe"?Ivyo vyari bivuze iki mu buzima bwa Yesu, kandi vyaje gushitswa bite mu buzima bw'abigishwa biwe?Mbega ni igikorwa wihariye, igikorwa, inyifato, canke ikindi kintu?
- Mbega birakwiye ko nifuza guhabwa icubahiro mu bwami bw'Imana?Mbega ingorane yabaye ko abigishwa bashaka kwubahwa, canke ni uko bashaka kwubahwa ako kanya aho kurindira Yesu agarutse?

Vuga muri make mu murongo umwe canke ibiri *ingingo y'ikomeye* muri iyi mirongo. Vyandike mu mvugo *yemewe na Bibiliya* nimba bishoboka. Vyandike hepfo aha.

*Ivyemewe vy'iki gice:*

**V. GUSHIRA MU NGIRO**

Noneho utegerezwa kwiyumvira uko ibi vyemewe vyoshyirwa mu ngiro mu buzima bwawe no mu mirimo yawe muri
iki gihe.Iyumvire witonze ibibazo bikurikira:

- Ni iki kinsunika gukorera Kristo nk'umuntu ashinga amashengero? Ni iki nizigiye kuzobonamwo? Ryari?
- Nimba icifuzo canje ari ugushimisha Kristo, ubuyobozi bwanje bwotandukana bute n'ubw'abandi banzengurutse? Ni iki gikomeye ntegerezwa gukora kugira ngo ndongore nk'umwungere kandi ntange ubugingo bwanje kubw'abandi Kristo yacunguye?

**INCAMAKE**

Umaze kwiga iki gice, wategerezwa kuba wishuye ikibazo ngo "Ubuyobozi bwa Gikristo ni Iki?". Woba kandi wiyumviriye ico ivyo bivuga kuri wewe ubwawe ku buzima bwawe no ku gikorwa cawe. Ubu ni igihe co gutangura gusenga Imana kugira ngo igufashe kubaho ubuzima nk'ubwo.Kugatwe kawe usabe Imana kugufasha muri vya bindi wumva ufisemwo intege nke canke impamvu zigusunika zitari zo.

## UBURYO BWO KWIGA BIBILIYA –Urutonde rw'amamenyerezwa 10,11 -- Ibiganiro ku Kuyobora Kwiga Bibiliya Yivugira

(Tegura iki cigwa ku buryo kimara amasaha abiri yo kwiga kuri Vyak.17:1-10 na Matayo 20:17-28)

Iki cirwa c'amasaha abiri gitumbereye gusa gushoboza abamenyerezwa kwimenyereza u ko bayobora inyigisho za Bibiliya ku buryo yivugira ubwayo, no kugenzura igihe babikora. Igikorwa cabo nk'umumenyereza ni ukuringaniza imirwi, no kuzunguruka muri bo utega amatwi ivyo bavuga, no kumenya

neza ko abamenyerezwa bakoze igikorwa cabo no kugenzura bakoresheje urupapuro rwabigenewe nyuma ya buri nyigisho. Shishikariza abamenyerezwa kuvugisha ukuri kandi biyizera. Saba abamenyerezwa kwandika ibi bibazo vy'igenzura bikurikira kandi baze kubikoresha bagenzurana, basubiza ego canke oya.

Igenzura: Izina ry'Uwumenyerezwa _______________________

| Ibibazo vy'igenzura |
|---|
| 1. Kwiga vyakurikije uburyo bwa Bibiliya yivugira – kwitegereza, gusesangura & gushira mu ngiro? |
| 2. Ibibazo vyari bisobanutse kandi vyumvikana? |
| 3. Ibibazo vyabafashije kurushaho kwumva igice cigwako? |
| 4. Umuyobozi yaretse abagize umurwi ngo bishure ibibazo, aho kuvyishura ubwiwe? |
| 5. Umuyobozi yagaruye ibibazo vyabajijwe ku bagize umurwi? |
| 6. Umuyobozi yagoroye ibibazo vyari bigoye kwumvikana? |
| 7. Umuyobozi yafashije abagize umurwi bose kugira uruhara mu biganiro? |
| 8. Umuyobozi yashoboye kubuza abantu bamwe kwiharira ijambo mu biganiro? |
| 9. Umuyobozi yakoze incamake |
| 10. Umuyobozi yemereye abagize umurwi hamwe n'ivyanditswe gukosora inyishu zitari zo? |
| 11. Umuyobozi yashoboye kurangiza inyigisho mu gihe gitegekanijwe? |
| 12. Umuyobozi yatanguje kandi arangiza n'isengesho? |

Ubu buryo bwo kwiga butandukanye bute n'ubundi woba warabayemwo?
Mbega ubu buryo bwagufashije kwiga wewe ubwawe? Mbega urumva bukwiriye ku bantu wigisha canke uyobora? Kuki? Kuki budakwiriye?

**INTEGURO Y'IBIKORWA**
Ni uguhitamwo kwawe gufata ibi bikoresho uhawe, hamwe n'igenzura wakorewe n'abandi bamenyerezwa ku bushobozi bwawe bwo kuyobora inyigisho, ukabikoresha mu gukura kwawe ubwawe mu mpwemu, no mu gikorwa cawe.

## IVUGABUTUMWA – Urutonde rw'Amamenyerezwa 4
## -- Ivugabutumwa no Gushinga Amashengero:
### Kurangiza Urugendo

**I. Ubukene bw'Imigenzo Mishasha –** Kuki imigenzo mishasha y'ivugabutumwa ikenewe?
**II. Urugendo rwo Gushigikirana:** Kuki Ivugabutumwa no Guhindura Abigishwa ari nk'Urugendo Rwogushigikirana?
**III. Amabwirizwa y'Ivugabutumwa:**
A. Koresha isano Risanzwe: Ni ayahe masano Yesu yakoresheje mu guhamagara abigishwa biwe? (Yoh 1:40-41, 4:28-30. Luka 8:38-39)
B. Kuki **Abizera Bashasha bakwiriye Gushinga intahe ako Kanya?**
Kuki abizera bashsasha ari abavugabutumwa bakwiriye?
Inyishu:
1. Kwizera kwabo kuba "kugitotahaye"
2. Abizera bashasha baba bagifise incuti z'Abatizera bashobora kubona ivyahindutse.

C. Rondera **"Abarinzi b'Irembo"**. Abarinzi b'irembo ni bande? Kuki dutegerezwa kubarondera ?
Inyishu : Abantu bafise ijambo kuruta abandi bashobora guteba kuza kuri Kristo, ariko uguhinduka kwabo kugira uruhare rukomeye mw'ivugabutumwa hanyuma.
Muri iyi mirongo, vuga ingero zimwe z'abarinzi b'irembo (Vyak. 16 :11-15, 17 :1-9, 18 :7)
**D. Menya aho umuco ugarukira** –Mbega abantu baratandukana mu mico ? Kuki bibaho ?
Ni buryo ki wotegura ishengero rihuje n'abantu ushaka kubwira ubutumwa ? (1 Kor 9 :20-23)
E. Rondera 'Isano' **Ni ibihe bikorwa bimwe bihuriweko n'abizera n'abatizera ?**

Mu gihe kinini c'icigwa, koresha ivyongeweko 4A nk'umwimenyerezo. Soma inyigisho yose maze ubaze abamenyerezwa kuyisuzuma bayishakamwo (1) igitigiri c'ababwiwe ku giti cabo (2) uko ubukene bw'abazimiye bwatorewe umuti (3) uko hakoreshejwe amasano asanzwe (4) uko bitayeho ku bakira ubutumwa vuba, na (5) no gukurikirana abahindurwa abigishwa.

**ivyongewe 4A – Isuzuma ry'Ingamba z'Ivugabutumwa**

Ingamba ya 1 : David na Lydia babaye mu gisagara c'abantu 100.000 kidafise ishengero ry'ivugabutumwa. Kubera icifuzo co gutanguza ishengero, batanguje umurwi wo kwiga Bibiliya mu rugo rwabo.Inyuma y'umwaka, abantu 15 baraza gihe cose kandi 9 muri bo bamaze kwemeza ko ari abakristo. Bamaze kubona ko abantu 15 ari benshi kubwo gusangira, batangura uwundi murwi uterana ku wundi munsi mu rundi rugo. David yari yizigiye ko nibamara kugira abantu bahagije muri iyo mirwi, bazokodesha icumba bagatangura guterana ku ndwi ku ndwi nk'ishengero.

Ingamba ya 2 : Moses afise umugambi wo gutanguza ishengero mu gisagara kinini. Moses arangije kwiga vuba mw'ishuri rya Bibiliya. Akiri mw'ishuri, Moses yaganiriye n'ishyirahamwe ry'abamisiyoneri b'Abanyamerika bakora cane bamwemerera ko bazomuyobora muri ico gikorwa. Moses n'Abanyamerika bapfuza gutangura mu kwezi kwa Kwambere, igihe abanyeshuri b'Abanyamerika 20 bazoza gumufasha mw'ivugabutumwa. Urutonde rwari urwo kumara indwi rwo gukora cane hamwe n'Abanyamerika. Hakodeshejwe icumba co guteraniramwo, gucuranga, gushinga intahe, no kuvuga ubutumwa ku mugoroba wose. Ku murango Umunyamerika wese yajana n'Umunyafurika n'umusobanuzi bakazenguruka igisagara, bagatanga amatangazo, bagenda urugo ku rundi, batumira abantu mi bikorane vyo ku mugoroba. Moses yari yizeye ko nyuma y'indwi y'ivugabutumwa hazokizwa abantu benshi ku buryo aca atangura ishengero.

## IVUGABUTUMWA –Urutonde rw'Amamenyerezwa 5
## -- Imbibe y'Ivugabutumwa Rikwiriye

Raba imbibe kw'ivigabutumwa rikwiriye gukurikira. Ni buryo ki Yesu yarenze imbibe ahuye n'umugore kw'iriba muri Yohana 4 ? (Mushobora kuganira kuri iki kibazo mu mirwi mitoya)
**Imbibe yo hanze : A. Imipaka y'umuco, B. Imipaka y'ururimi, C. Imipaka y'idini, D. Imipaka ya Mpwemu.**
**Imipaka y'imbere : A. Imigenzo, B. Ivyo abantu birengagiza, C. Ubwoba, D. n'Ivy'agaciro.**
Ni buryo ki tworenga umupaka uwo ari wose wo hanze ? Ni buryo ki tworenga umupaka muvy'imbere?
Ni buryo ki twogabanya kutiyugurura abatizera bashobora kugira baje kugendera amakoraniro yacu canke ingo zacu?
Ni bintu ki bituma wumva utiyuguruye canke uremerewe iyo ugeze ahantu utamenyereye?
Ni iyihe mipaka woba warahuye nayo ubwawe ushaka kubwira abantu Ubutumwa? Warayirenze? Nimba ari vyo, wayirenze mu buryo ki?
Ni iyihe mirwi y'abantu babangamirwa n'ivyo babavugako mu muco wanyu? Ni iki Imana ishaka ko ukora ngo ubirwanye?
Ni ibiki bifatika ukeneye guhindura mu ndwi zibiri imbere kugira ngo urenge imipaka kandi wongereko inkomezi zawe z'ivugabutumwa?

## IVUGABUTUMWA –Urutonde rw'Amamenyerezwa 6,7

Inzira yo Guhindukira: Gufasha Abantu Gutera Intambwe yo Kwizera Kristo

| |
|---|
| Mbere yo gutangura gutanga amabwiriza, saba abamenyerezwa biyibutse ivyo bize mu mugani w'umubibyi, Mat 13:3-9, 18-23 |

**I. Gusuzuma Uko Abantu Bahagaze Mu Gusobanukirwa Ubutumwa bwabo.**

**Abatizera b'ubwoko A** bagira amakenga make ku Mana, kuri Bibiliya, kandi bemera kuyoborwa n'Imana mu bugingo bwabo. **Abatizera b'ubwoko B** ni babandi batitaye kuri Bibiliya, bataja mu rusengero,kumbe batizera Imana, ndetse bashobora kubangamira canke kurwanya ubutumwa ku mugaragaro. Bamwe mu batizera ba B bashobora kuba batari mucegeranyo ki hepfo, mu gihe abandi baba bari mu gice co "kurima".Yamara Abatizera ba A, bo bashobora kuba ku rwego urwo ari rwo rwose mu ciciro kibanziriza "kwimbura"

Iyumvira abantu uriko urasengera, umarana igihe nabo, abo ubwira ubutumwa. Wabashyira hehe muri iki cegeranyo.

**Ikigereranyo ca 6.1. Intambwe Zitumbereye ku Kwizera**

| | INTAMBWE Z'INYISHU | |
|---|---|---|
| KURIMA | -12 AGENDA UKO YISHAKIYE<br>-11 AZI KO HARI UMUNTU AFISE UBUTUMWA<br>-10 YIFATA NEZA IMBERE Y'UZANYE UBUTUMWA<br>-9 ABONA ITANDUKANIRO MU BUZIMA BW'UZANYE UBUTUMWA<br>-8 ATANGURA KUBONA AGACIRO KA BIBILIYA MU BUZIMA | Tanga kopi y'iyi nkubirahamwe niba bishoboka. Baza ibibazo bikurikira :<br> Abantu turiko turakorana babereye ikibanza ikihe muri kino gicapo?<br> Ni ku ruhe rwego ibikoresho n'ibifasha mw'ivugabutumwa vyokoreshwa neza kurusha ?<br> Ni ku zihe nzego habuze ibikoresho mu buryo budasanzwe vyokoreshwa ku bantu turiko turakorana ? |
| GUTERAGIRA | -7 YAKIRA NEZA BIBILIYA<br>-6 YITA KU NGINGO ZIMWE Z'UBUTUMWA<br>-5 ARATAHUYE N'ICO UBUTUMWA BUVUGA N'ICO BUMAZE<br>-4 YAKIRA NEZA UBUTUMWA | |

| | |
|---|---|
| GUSARURA | -3 KUMENYA ICO AKENEYE UBWIWE<br>-2 GUFATA INGINGO YO GUKORA<br>-1 KWIHANA NO KWIZERA<br>0 ICAREMWE GISHA MURI KRISTO |
| GUKURA | +1 GUSHINGA INTAHE NO KUZIGAMA UKWIZERA<br>+2 KUBA URUGINGO RW'UMURWI W' ABAKRISTO<br>+3 GUKURA MU GUSA NA KRISTO<br>+4 KUGENDA! GUKANGURIRWA KUBA IGISHINGA INTAHE GIKOMEYE KU BANDI |

**III. GuTAHURA IVyiciro Bine Vy'ibikorwa Vyo Kuzana Abantu Kuri Kristo**

**IKIGERERANYO ca 6.2 Ivyiciro Bine vy'ibikorwa vyo Kuzana Abantu Kuri Kristo**

| Igikorwa | Kurima | Guteragira | Kwimbura | Gukura |
|---|---|---|---|---|
| Insobanuro | Kugera ku mutima kubera ubucuti no kwitaho | Kugera ku bwenge kubera kuvugana no kwumvikanisha. | Kugera ku ku co ushaka, gusaba inyishu yo kwizera no kwihana | Kugera ku muntu yuzuye kubwo gukurira muri Kristo |
| Ivyo witaho | Kuhaba kw'uwujanye ubutumwa | Gutangaza ukuri kw'Ubutumwa | Kwemeza umuntu gufata ingingo | Kugira uruhara no kuba umwe mu ikoraniro ry'ahantu |
| Uturorero twa Bibiliya | Yoh 3 na Yoh 4 | Yoh 4 na Vyak 8 | Yoh 4 na Vyak 16 | Vyak 2:40-47 na 8 |
| Intambwe zitumbereye kwizera | -12 kugeza -8 | -7 kugeza -4 | -3 kugeza 0 | +1 kugeza +4 |

**IV. Guhitamwo Ingamba z'Ivugabutumwa**

Raba uturorero two guhitamwo ingamba z'ivugabutumwa ukurikije amakuru wabonye haruguru.

**A. Ibikenewe vy'Intango –** vy'umubiri, umutekano, urukundo/kwitabwaho, ivyo ushikako/vy'agaciro, kwihesha ijambo

Mary ni umukobwa yavutse ku bavyeyi batandukanye. Nk'umwana w'ikinege, se yaramutaye. Nyina yahora arondera icobatunga ku buryo ata mwanya yari afise wo kubana na we. We na nyina bari babaye kure cane y'izindi ncuti. None amaze gukura yiyumvamwo ko adakunzwe. Urumva ukuntu akeneye gukundwa /kwitabwaho. Ibi vyogira ruhara ki mu buryo bw'ivugabutumwa ukoresha?

**B. Uko Ubutumwa Bwakirwa**

Mu ntambwe zitumbereye ku kwizera, Mary ari kuri -12. Mary ntiyigeze akurira mu idini, ntabwo yigeze ahura n'Abakristo. Afise ivyiyumviro bivangavanze vy'ico Ishengero rishobora kumumarira, nubwo ata na kimwe azi ku vyo Yesu Kristo yomara. Ibi vyogira ruhara ki mu buryo bw'ivugabutumwa ukoresha?

**C. Gusuzuma Ingamba Zawe z'Ivugabutumwa**

Mary ntabwo yiteguye kubibwamwo imbuto. Kumuha agapapuro k'ubutumwa canke Bibiliya bishobora kutagira ico bimara. Ico akeneye ni ukumwereka urukundo rwa Kristo mu buryo bwagutse kandi bumwakira, nk'intambwe yo kurima mu kigereranyo ca 6.2. Wohitamwo kumutumira mu murwi muto ubona ko urimwo kwitabwaho guhagije. Hanyuma ukamushira mu murwi wo kwiga Bibiliya.

Uko uhitamwo ingamba zo gushika ku bo Imana yashize ku mutima wawe, ni nako utangura gusengera abantu bashobora kugufasha kugeza ubutumwa mu karere watoranije, baramutse ubwabo bakiriye Ubutumwa.

Woba ukunda gukoresha uburyo bumwe canke ibikoresho bimwe mu kubwira buri muntu wese ubutumwa? Ni gute wokwagura guhindura kwawe?

Woba uzi uko abantu ushaka kubwira biyumvira gutandukanye n'uko wewe wiyumvira?

Woba uzi umuco wabo? Woba ufise ikibazo co kubategurira ahantu bakwiyagurira bahashitse?

Woba uzi umuntu yanse kwakira ubutumwa ariko ubu akaba ari mu gihe kimugoye ku buryo ashobora kumva?

**Incamake**

Ivugabutumwa rikwiriye ribamwo

- gufata umwanya wo gufasha umuntu, mu nkomezi no mu rukundo vya Mpwemu Yera, gutera intambwe ntoya zikurikirana zigana ku kwakira Kristo.
- Kumuba hafi kugira ngo umuyobore mu kumenya uko yafata ingingo.
- Kumusengera kugira ngo agere ku rwego rwuzuye rwo kwihana no kwizera Kristo no kwakira agakiza gatangwa no kwizera gusa
- Kumwinjiza burundu mu gusangira no mu gikorwa c'ishengero ry'ahantu.

**Yesu nk'icitegererezo cacu**

Uhereye ku murongo wose muri iyi ikurikira, ishura ibi bibazo: **Yoh 3:1-21, Yoh 4:5-26, Yoh 9:5-7,35-39, Mar 10:17-22**

Yesu yavugana na nde?

Ni iki tuzi kuri uwo muntu uvugwa muri iki gice?

Guhinduka kwiwe kwatanguye gute?

Ni mu uwuhe murongo icerekezo co guhinduka kwiwe gihinduka?

Ico Yesu amusaba ni iki?

Ico Yesu amuha ni iki ?

Uwo muntu avyifatamwo ate ?

# IGITABU CA GATATU C'INTEGURO Y'INYIGISHO ZA OMEGA

### Intumbero yo kugwiza Amashengero – Integuro 8 -- Igice ca mbere : Ishirahamwe ryo gushinga amashengero mu vyakozwe n'Intumwa.

**I. Kuvuka kw'ishengero ry'isezerano Risha – Ivyakozwe 42 - 47**
Ishengero rya mbere ry'I Yerusalemu ryasa gute ?
Ni iki ushima cane muri iryo shengero ?

**II. Uguhamwa . Ivyak. 8 . 1 , 11 ; 19 – 26**
Ni uburyo ubuhe uguhamwa kagize uruhara mu kwamamaza ubutumwa ? Mbega uguhamwa kwoba gatuma ishengero rikura muri iki gihe ?

**III. Ingendo za Paulo z'Ivugabutumwa**

A. Urugendo rwa mbere **( Ivyak. 13 – 14** ) – kwaguka i Kupuro n'I Galatiya – Ni hehe Paulo na Barunaba bagiye mu rugendo rwabo rwa mbere **( Ivyak. 13 : 4, 13-14 ; 14 : 1, 6 – 7 )** Bakoze ibiki **( Ivyak. 13 : 32 – 33, 42 – 49, 14 : 21 – 22 ) ) ?**

B. Urugendo rwa kabiri **( Ivyak; 15 : 36 – 18 : 22 )** – Kwaguka I Makedoniya n'I Akaya – Paulo yagiye hehe mu rugendo rwiwe rwa kabiri kandi yakozeyo iki ? **( Ivyak. 15 : 36, 15 : 41 – 16 : 2 – 5, 9-12 ; 17 : 1-4, 18 : 1-11, 20 – 22 )**

C. c'urugendo rwa gatatu kandi **( Ivyak. 18 : 23-21 : 15 )** Ukwaguka muri Aziya – Paulo yagiye he mu rugendo rwiwe rwa gatatu kandi yakozeyo iki **( Ivyak. 18 : 23 ; 19 : 17 – 22 ; 20 : 1 – 2, 17 – 22 )**

Sobanuro ivyahindutse mu vyo bashimikirako hagati y'urugendo rwa mbere n'urwa gatatu rwa Paulo

**IV. Inama y'I Yerusalemu ( Ivyak. )**
Kuki inama y'I Yerusalemu yari nkenerwa cane ?

**V. Amategeko agenga ibikorwa vy'ubutumwa**

A. **Kwumvira uburongozi bwa Mpwemu Yera**
Mbega Mpwemu yera aravugana nawe cane igihe ukora ibikorwa canke igihe itegerezwa kurongorwa ?

B. **Kwihuta vuba** N'iki kitwereka akarorero ko kwihuta tugenderako mu gushinga amashengero ?c.

C. **Kworohereza abandi mu gikorwa**. N'ikihe cigwa twokora mu gihe c'inyongera Paulo yamaze. I Korinto no muri Efeso ?

D. **Gusigurira abitegye kwumva** – Paulo yasanze abanyamahanga bubaha Imana mu masinagoga batahura vuba. Ni bande mu karere mwatoranye baboneka ko bakira vuba ubutumwa ?

K. **Gukorera ahantu k'urufatiro mu gutanguza urunani mu karere**
N'uburyo ki **ivyak. 19 : 10**, hatwereka uko twobwira ubutumwa akarere kose ?
1. N'iki kiranga abantu igisagara n'akarere Paulo yashinzemwo amashengero ?
2. N'ibihe bibazo vy'ubushakashatsi Paulo ashobora kuba yaratabajije akeneye aho akorera ?
3. N'ibihe bikorwa vya nkenerwa vyatanguje urunani rwo gushinga amashengero mu kinjana ca mbere ?

### INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO – INTEGURO YA 9 -- Ibigize urunani rwo gushinga amashengero

**Urufatiro rushigikiye intumbero y'ugushinga amashengero n'ijambo ry'Imana**
**I. Ibice vy'urufatiro bidahinduka vy'urunani rwo gushinga Amashengero**

Ni kuki igice cose co gushinga amashengero muri ibi ari nkenerwa – Intumbero , ishengero n'uburongozi?

**II. Inkingi zitandatu zigize urunani rwo gushinga amashengero.**

A. **Amasengesho** : kwatura ko tuganzwa n'Imana. Mbega urunani rwo gusenga n'igice kimwe mu bigize urunani rwawe rwo gushinga amashengero ?

B. **Ubushakashatsi** ( Ikarata yo mu buryo bw'Impwemu )
Kubona Icitegererezo Rusangi.
N'izihe ntumbero zo gukora ikarata yo mu buryo bw'Impwemu mu karere kanyu canke igisagara canyu ?
Mwoba mufise umugambi w'akarere wo gushinga amashengero mu bisagara bibegereye ?

C. **Kurondera ibikoresho**
Ni kuki abakenewe mu ntumbero yo gushinga amashirahamwe bategerezwa guteranywa mu gihugu ?
Dukorana dute n'umubiri wa Kristu uhasanzwe imbere yo gushinga ishengero ?

D. **Kwigisha / Kumenyereza : Gutegura abandi mu bikorwa.**

Muganire kuri ibi bibazo. Asangwa abigishwa barenga 9, bagabure mu mirwi mitomito

Iyumvire uburyo bubiri busanzwe bwo kwigisha abarongozi b'ishengero. Bugenzure ukoresheje izi ngigo 4 :

**1. Kwigisha bitegerezwa kwisunga uburongozi.**

Kwigisha abarongozi gutuma bahabwa gushira amanga kubashoboza kwigisha abandi, kugira ngo habe ho urunani rugwiza amashengero kandi rukamamaza ubutumwa mu karere kose. Raba uko mu **Vyak. 20 : 15 – 38** Paulo yibutsa abarongozi bo muri Efeso uko yakoranye nabo akibamenyereza uburongozi. Aho muri Efeso ni ho Paulo yateguriye abizera bagze urunani rwa Mpwemu rwakwiragiye mu karere kose. Igitabu c'ivyakozwe n'intumwa.

Igitabu c'ivyagezwe n'intumwa cerekana uko Paulo yamenyesheje abarongozi, kandi yabwiye Timoteyo uko akwiye kubahitamwo. 1 Timoteyo herekana ivyankenerwa umuntu akwiye kuba afise kugra ngo abe umurongozi.. Akarorero ingeso nziza nizo ziri imbere kurusha ubushobozi **( 1 Tim.3 : 2-10 ).** Isano hagati ya Paulo na Timoteyo mu kumwigisha ryari iryo umwana na se **( 2 Tim. 2 : 1 ).**

**2. Kwigisha bitegerezwa kwiganwa.**

Urunani rwo gushinga amashengero rutegerezwa kugira ukwigisha kwigwiza ( Abantu bashobora kwigisha abandi ) Ukwigisha kwa Paulo kwarabandanije no mu kinjana ca kane. Vyatanguriye kuri Paulo atanga ivyari mu mutima wiwe. **( 2 Tim. 2 : 2 ).** Timoteyo nawe yigisha abantu b'abizigirwa, nabo " **bashobora kwigisha abandi**." Inyigisho n'inganda dutanga dufasha abandi gukura mu Mpwemu no gutegura abarongozi bashasha, bitegerezwa gukorwa k'uburyo bashobora kuvyigana. Kwigisha bitegerezwa mu majambo no mubikorwa.

**3. Kwigisha bikwiye gushikira abantu benshi**.

Ni umwitwarariko w'ishenegero ry'ahantu, kumenyereza abakozi bo gushira mu ngiro intumbero nyamukuru. Iyo Ishengero ry'ahantu rikoze neza ivyo, uwo myitwarariko yo kumenyereza abakozi, ukwigisha gushikira abantu benshi.

**4. Kwigisha bitegerezwa guhera ahantu h'urufatiro**.

Mu rugendo rwa Paulo rwa gatatu yamaze igihe kinini muri Efeso **( Ivyak. 19 : 9-10 ).** Yahisemwo gukorera ahantu hamwe kugira ngo abamenyereze abarongozi bazokora mu karere kose. Abakurikiye inyigisho za Paulo baragiye bashikana ijambo ry'umwami wacu mu ntara ya Aziya.

**E. Ivugabutumwa : Ivyimburwa bireze**

Ni hehe mu karere k'iwanyu hakenewe igikorwa c'imana ?

**F. Gukwiragiza Intumbero**
Mbega mu mashengero yo mu karere kanyu yaramaze gufata intumbero yo kugwiza amashengero ?
Mwebwe intumbero yanyu n'iyihe ?

**III. Ikizovamwo : urunani rwo Gushinga Amashengero**.
Ishengero ritegerezwa kuba ringana rite kandi rimaze kumara igihe kingana gute ngo ritangure kurondera kuvyara irindi ? N'ibihe mu bice bigize urunani rwo gushinga amashengero biboneka mu karere kanyu ?

## ISHENGERO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 9,10
## -- Ishengero n'ingabire za Mpwemu : Inkomezi z'Imana mu gikorwa

( Tegura ko iki cigwa kimara amasaha abiri )
I. **Ni kuki dukeneye ingabira za Mpwemu ( 2 Kor. 10 :3-4 , Ivyak. 1 : 4-5, Ef. 4 : 12 ) ?**
II. **Ingabire z'uburongozi : zatanzwe na Yesu no zubake umubiri ( Ef.4 : 11-16 )**
Ingabire y'uburongozi itandukanye gute n'umwanya w'akazi ?
III. **Ubushobozi : Itangwa na Mpwemu Yera k'ubwo guha inkomezi umubiri wa Kristo.**
A. **Insobanuro**
- Uwizera wese arabufise ukwiwe **( 1 Kor. 12 : 7 ; 1 Pet. 4 : 10 )**
-Butangwa kubera icipfuzo ca Mpwemu aho kuba icipfuzo cacu ubwacu **(1 Kr. 12 : 11 )**
- Butangwa kubera inyungu rusangi aho kuba inyungu z'umuntu umwe **( 1 Kr. 12 : 7, 12-27 Rom. 12 : 4-5 )**
- Ingabire dufise ni igikorwa ca mpwemu yera **( 1 Kor. 12 : 4 )**
B. **Ivyamwa vya Mpwemu n'umubiri wa Kristo**
- Ingabire zifitaniye isano irihe n'akamaro k'uwizera wese ?
- N'ikihe gikorwa c'abagabo «  bafise ingabire. » mw'ishengero ?
- **1 Pet.4 : 10-11** hatubwira iki ku ngabire mu gikorwa c'ukwerekana ubuntu bw'Imana ? Ingabire zimwe zihabwa agaciro n'abizera kuruta izindi . Mbega dutegerezwa kwipfuza ingabire zihabwa agaciro n'abantu ? Kuki ? Kuki atari vyo ?
C. **Kumenya ingabire z'umuntu**
Mbega Imana yerekana ubuntu bwayo iciye mu muntu mu burya butandukanye n'ingabire yiwe ? Ni gute tumenya ko dufise ingabire ?
D. **Insobanuro y'ingabire za Mpwemu ( Rom. 12 : 6-8, 1 Kr. 12 :4-31 ; 14 : 1-5 )**
**IV. Intambamyi zo guhishurirwa ingabire**
A. **Impavu z'umuntu bwite**
- N'izihe mvo zituma abizera badahishurirwa kandi ngo bakoreshe ingabire zabo ?
B. **Ingorane z'inzego**
Ni ubuhe buryo Amashengero akoramwo bushobora kubanganira guhishurirwa ingabire no kuzikoresha.
V. **Gukangura ishengero ukurikije uko ingabire za Mpwemu zitangwa**
Ishengero ryofasha rite abantu guhishurirwa no gukoresha ingabire zabo ?
**1 Tim. 3 : 6** hatuburira kudaha uburongozi abizera bashasha. Ni izihe ngorane bitera ? Hoba hari ibibanza vy'uburongozi biteye ingorane kuruta ibindi ?

**Integuro y'igikorwa**

- Hitamwo ubukene mwumva mwizera ko Imana igomba ko Ishengero ryanyu rivamwo. Gira uruotnde rw'amahirwe Imana yoba yarashize imbere ngo mubone kuva muri ubwo bukene.
- Fata umwanya wo kwereka Imana no kuyisaba gukomeza ingabire zikenewe mu gutorera umuti ubwo bukene mwabonye. Mureke guhanga amaso ingabire, ahubwo muhange amaso uwutanga ingabire.

- Igisha abantu mukurikije ingabire z'ibikorwa bumva ko barongorwamwo mu gutorera umuti ubwo bukene
- Emerera abandi kugenzura no kuguha impanuro mu kwemeza ingabire mukoresha.

## ISHENGERO : INTEGURO Y'IMENYEREZWA 11
## -- Uruhara bw'imibano mw'ishengero :Uko imigenzo yacu ikora mw'Ishengero

| |
|---|
| Mumenyereze, wiyubare ntubangamire ivyizerwa n' ugukora kw'abandi bizera uriko urigisha |

I. **INGINGO NGENDERWAKO ZA BIBILIYA**

A. **Kugumana ivyo akarorer**o.

Ni ibiki vyo mu migenzo dukwiye kugumana nk'akarorero mu **Vyak. 14 : 11 – 18 na 1 Kor. 9 : 19 -23 ?**
Ni ibintu ibihe biranga imigenzo y'igihugu canyu canke akarere kanyu. Vyoba bituruka mu mategeko, mw'idini, mu ntwaro y'igihugu ( Politike ), mu bihe, mu kubaho kwa misi yose, canke ahandi ?
Uwizera yotandukanya ate icitwa icaha hamwe n'ikintu giteye kubiri n'umugenzo w'idini ?

B. **Akamenyero n'ibikorwa -** Twohuza dute ugukora kw'Ishengero n'imigenzo tutaguye mu caha ?

II. **Ishengero ryo mw'isezerano risha n'imigenzo**

A. **Ishengero ry'I Yerusalemu**

- Ni hehe basengera rimwe **( IvyaK; 2 : 46, 3 :1 )** ? Ni hehe bahurira kubwo guhimbaza no gusangira **( Ivyak. 2 : 46 )** ? Ni abahe bagabo babiri Imana yakoresheje kugira Ishenegero rishike hanze ya Yerisalemu. Ibiro bikuru vy' Ishenegero vy'i Yerusalemu vyaba hehe. **? ( Ivyak. 6 : 1-7 ) ?**

B. **Ishengero hagati y'abanyamahanga**

- Ni gute Ishengero ryahindutse mu kinjana ca mbere ?
- Mu buryo bwo kukwira abantu abutumwa **( IvyaK. 8 : 1 )** ? Ku nyifato imbere y'abanyamahanga nkuko vyerekanywe mu nama y'I Yerusalemu **( IvyaK. 15 : 1-21 )** no mu nzeggo z'Ishengero **( 1 Tim. 3:1-11, Tit. 1: 5 )**

III. **Kuva mw'iszerano risha kugeza ubu**

A. **Kurema Ishengero rya Reta**

- Constantino yahinduye ubukristo ishengero rya Reta. Amahindagurika nko guhanga amaso imigenzo no kwamamara kw'idini vyatumye ukwizera nyakuri gukonja.

B. **Gutandukana kw'I Burasirazuba n'I Burengerazuba**

Ukwizera kwari kumenyerewe kwararehejwe n'akaranga n'ubutunzi. Ni iki kibera Ishenegro intambanyi mu migenzo yanyu ?

C. **Ivugurura ry'abaporotestanti**

Ku bavuguruzi nka Martin Luther imigenzo yari ifise agaciro gake kuruta ibikorwa. Hari indyane zagiye ziba mu mashengero yanyu kubera imigenzo

IV. **Imigenzo y'iki gihe n'ishengero**

A. Twoba twanka guhindura uko dukora bivanye n'uko imigenzo ihinduka, tugatakaza amahirwa menshi yivuga butumwa ?

B. Twoba twizeye ko abatizera bazohuza n'imigenzo y'Ishengero ryacu.

Ni gute twotandukanya imigenzo n'ibikorwa turabiye k'uruhara rw'umuco ?

Hari imigenzo imwe imwe yo mw'Ishenegro ryo mw'isezerano risha ( Nko mw'Ishenegro ry'I Yerusalemu ) yari iyi migenzo yabo n'igihe cabo gusa, itari mi migenzo no mu gihugu canyu. Asangwa iriho, ni utuhe turorero tumwe tumwe ?

Hari imigenzo ryo mw'Ishengero ryanyu ishobora kuba intambamyi mw'inshingwa ry'ishengero rishasha ?

**Inyifato yo mu Buryo bw'Impwemu . - Integuro z'imenyerezwa 8, 9**
-- Amabwirizwa n'ubutumwa : **Kubaho mu Mpwemu.**
**( Tegekanya ko iki cigwa kimara amasaha abiri ) :**

Iki cigwa kimara amasaha abiri.Vyinshi mu vyiyumviro biri muri iki cigwa biva mu Baroma 7 : 1-23, ab'i Garatiya 3 : 1-5 na 3 :19-26. Mu kwitegura kwigisha iki cigwa, urabe neza ko umenyereye iyo mirongo

I. **Umugambi w'Imana ku vyagezwe.**

A. **I**vyagezwe vyerekana bite ukwera kw'Imana ? **( Kuvayo 21 : 15 – 17, 22 : 20 )**
B. Ni iki **i**vyagezwe vyereka kuri twebwe ? **( Abaroma 7 : 7 )** ivyaha vyacu
C. Ni iki **i**vyagezwe bitwereka ko dukeneye **( Gal. 3 : 10 ) i**vyagezwe bitwereka ko dukeneye Kristo.

1. Ni ubuhe buryo inyandiko z'iki cigwa ku vyagezwe zifitaniye isano n'ifoto ya mbere y'agaseke mvugabutumwa ?
2. Kuva umuntu agwa mu caha, yarahumanye ( nta bweranda bumurimwo ). Ku bwo urukundo rw'Imana n'ukwera kwayo, impongano y'ivyaha n'inkenerwa kugora ngo habeho imbabazi. Imana yatangiye umuntu iyo mpongano ite ?
3. Iyo Imana itaba yari nziza kandi Yera mu buryo bwuzuye, ni iki categerezwa kuba ingaruka z'ingene ubuzima bwacu bumeze kw'isi ?
4. Ni iyihe migambi y'ivyagezwe mu bugingo bw'Umukristo ?

II. **Intege nke z'ivyagezwe**

- Ni izihe ntege nke z'ivyagezwe zerekanwa mu mirongo ikurikira :

A. Ivyagezwe ntiyitaho ingorane y'umutima, ariko ukwera n'ingorane y'umutima ubwa mbere **( Matayo 22 : 37 – 38 ).**
B. Ivyagezwe azana ukwicira urubanza kandi ashobora kuremera abantu (**Gal. 3 : 10** )
C. Ivyagezwe bivyara ubwibone **( Rom. 2: 23 )**

III. **Kubeshwaho n'ivyagezwe**

Mwungurane ivyiyumviro kuri ibi bibazo mu mirwi mitomito

1. Mbega umukristo yoba akura kubera gukora uko ashoboye mu nkomezi ziwe ngo yumvire Ivyagezwe, afashe abandi, akoranire hamwe n'abandi, asenge ku musi ku musi ? Sobanura inyishu yanyu.
2. Bitugendera bite iyo tugerageje kurondera ukwemerwa n'Imana kubwo gukora ivyo ?
3. Mbega ukwicira urubanza n'ukwibona bifitanye isano irihe ? Twobihunga gute ?

IV. **Mpwemu adukura mu buja bw'ivyagezwe**

1. Ni irihe tandukanir hagai yo gushitwa ivyagezwe kwa Yesu no kubikuraho kwiwe ?
2. Ni kuki amabwirizwa atakiducirako iteka ?
3. Ni ubuhe buryo kwizera ubutumwa bw'urupfu bwa Kristo budushoboza kubaho turi bashasha mu Mpwemu ?

V. **Ubugingo bwo muri Mpwemu no kwizera ubutumwa**

**Gukura mu Mpwemu kw'umuntu uwo ariwe wese.**

Yesu avuga ko dukwiye gukora iki kugira ngo dukore ibikorwa Imana idusaba ?
**( Yohana 6 : 28 – 29 ) ?** Mbege ukugororoka gushingiye ku mabwirizwa canke kuri Mpwemu ? ( Rom. 8 : 1-4 )
**Mpwemu yera aturongora mu gikorwa.** Mbenga Imana iracahamagara abantu nkuko yahamagaye Paulo ? **( Fil. 3 : 14 )**

1. Muganire ku vyo **Ef.1 : 13, Gal. 4 : 6 na Rom. 8 : 14** hatubwira ivyerekeye inkomezi zibohora z'ubutumwa bwiza no gukura ko muri Mpwemu yera kuri twebwe
2. Uburyo bwo kumenya ko tugendera muri Mpwemu ni ukuraba uko twifata imbere y'icaha. Mutange uturorerero tw'ukuntu abantu bifata imbere y'icaha maze mwungurane ivyiyumviro ku co bitubwira ku bugingo bwabo.
3. Asangwa dushaka guhinduka ( Mu vyiza ) mu bugingo bw'abo turongoye, hari ibibazo bitatu dukwiye kwibaza :
   A. Ni uwuhe mugambi wo kurongora abandi ?
   B. Ni ubuhe bwoko bw'igikorwa nokoresha kugira ngo nshike kuri uyo mugambi
   - Amabwirizwa canke Mpwemu yera ?
   C. Ni gute dushobora gutegura uko guhinduka dushaka **( 1 Pet. 5 : 3 )**

Gusigura ijambo ry'Imana kwanyu n'impanuro zanyu vyoba vyerekeza igihe cose ku mabwirizwa kubera ko mwibaza ko arivyo bizoba abo murongoye inkomezi zo guhinduka ?
Kuki amabwirizwa adashobora kuzana ukugororoka muri twebwe ?
Ni gute kwizera ubutumwa budushoboza kubaho turi bashasha mu Mpwemu ?
Kurongorwa n'amabwirizwa muriyumvira ko ari uguhakana inkomezi z'ubutumwa no kuzigira ivyagezwe ? Kuki ? Kuki Atari vyo ?

## INYIFATO YO MU BURYO BW'IMPWEMU. - Integuro y'imenyerezwa 10 -- Ukwihana nk'inzira y'ubugingo

**Intangamarara : Imigani 6 : 23, Zaburi 51**

I. **Ibiranga ukwihana nyakuri** --Ukwihana nyakuri ni iki ?

A. **Kwemera icaha cawe**
- Inyifato ya Dwidi yo muri **Zaburi 51 : 3** itandukanye ite niyo muri **Zaburi 32 : 3 ?**

B. **Kumenya ko " umuntu ari umunyavyaha."**
- Uriyumvira ko **Zaburi 51 : 4** herekana ko Dawidi yamenye neza ko ari umunyavyaha ? Kuki ?

C. **Kwiyorosha mu mutima kubera icaha**
**- Zaburi 51 : 17** hatubwira iki kuvyerekeye ukwiyorosha mu mutima.

D. **Akaga ko kwirarira no kwigwanirira (** nko mu kurira cane, kwiha igihano, kwicira impongano, n'ibindi tugerageza kugira ngo twemerwe n'Imana )
- Muremera ko kwirwanira ari uguhakana ko dukeneye ubuntu bw'Imana ?

1. Woba warigeze kurwa mu caha cihishije ntumenye ko ari icaha
2. Ni iki cabaye catumye umenya ko ari icaha
3. Turazi ko ishavu / uburake rimwe na rimwe rititwa icaha **( Ef. 4 : 26 ).** Umupasitori umwe yavuze ko haro aho ashikirwa no gushavura kandi yama yasengeye imbuto yo kwirinda. Mbega akwiye gusengera ukwirinda canke ishavu ryiwe ?
4. Woba warigeze kugira igihe co kwiyorosha no kwihana imbere y'Imana ? Vyoba vyarakurikiwe no kwumva urukundo rwinshi n'umunezero ?
5. Mbega dukwiye kurondera uburyo bwo kwibabaza kugira ngo turihe ivyaha vyacu ?

II. **Ukwihana nyakuri nk'inzira y'ubugingo**

A. Data yiteguriye kutubabarira – ( **Rom. 8 : 1** ) Uremera ko Imana ishaka kutubabarira ?
B. Ukwihana ni ukwemera vy'ukuri ingorane yacu y'ukuri - Ni iki kitumenyesha icaha ?
C. Imana iriteguye gukorana natwe - Ubwira Imana iki iyo imenye ko **Zaburi 139 :23-24** ari ukuri ?

Mbega Imana yoba ikitumenyesha icaha nk'uko Dawidi yabisavye ? Sobanura

**III. Imigisha no kwihana nyakwo**

Ni iyihe migisha yo kwihana nyakuri iboneka muri **Zaburi 51 : 1,2,8-12 ?**

| Muri mu mirwi mito mit, mwungurane ivyiyumvira ku bibazo bikurukira |
|---|

1. Bamwe bizera ko kwemera kubabarizwa n'Imana biterwa n'uko twagize abavyeyi badukunda kandi batubabarira. Uravyemera ? Woba wiyumvira Imana nk'umucamanza w'inkazi canke nk'umuvyeyi w'imbabazi n'uburwaneza ?
2. Uriyumvira ko abizera baba bari mu kaga iyo baraba icaha nkuko abisi bakiraba ?
3. Mbega kwigisha ubuntu n'umwidegemvyo kwoba ari ugutuma aba Kristo biyorohereza mu bu Kristo bwabo ? Kuki ?

## UGUSENGA–INTEGURO Y'IMENYEREZWA 5--Gusenga no kwisonzesha

**I. Ibikuru bikuru biranga ugusenga**

**Imana izi vyose :** Imana izi ibintu vyose . Ishobora gukora ibintu vyose. None ni kuki dutegerezwa gusenga ? Asangwa ikintu kiri mu bugombe bw'Imana, Mbega ntuzogikora nyene ? Ugusenaga vyoba biraba Imana ku buryo tudasenga hari aho vyobuza Imana ishobora vyose gukora ?

**A. Uturorero turi mw'isezerano rya kera** – iyi mirongo itubwira iki cerekeye gusenga ? ( **Kuvayo 3 :7, 32 : 7-14, 2Ngoma 7 ).**

**B.Uturorero two mw'I sezerano risha –** iyi mirongo itubwira iki kuvyerekeye gusenga ? **( Yak. 5 : 13 – 18, Luka 6 : 12-16, Mat.6 : 5-8,7 : 7-12 )**

Mufatuye kuri utu turorero, muriyumvira ko hari aho Imana iteba mu gukora kwabo irorereye ko abantu bayo basenga ?

Mbega Imana yoba ihitamwo guhuza ibikorwa vyayo n'amasengesho yacu ? Mwibaza ko ibiterwa n'iki ? Kuvuga ngo " Imana irorera ko abantu bayo basenga ? " bisobanura iki ? Umaze kwiga iki kuvyerekeye gusenga ? Tanga uturorero.

II. **Uruhara rwo kwisonzesha**

Woba uzi umurongo wo muvyanditwe vyera udutegeka kwisonzesha ?

A. **Inyigisho za Kristo – ni iki Yesu ashimikirako cane muri iyi mirongo ( Mat. 4 : 2, 6 : 16-17 ) ?**

B. **Akarorero k'ishengero rya mbere –** ni iki cari akamenyero mw'ishenegero rya mbere **( Ivyak. 13 : 1 – 3, 14 : 23 ? ).**

C. **Ibiranga ukwisonzesha**

| Mu murwi mito mito, mwungurane ivyiyumviro ku bibazo bikurikira |
|---|

1. **Mariko 2 : 18 – 19 hasobanura iki ku kuba dutegerezwa gusenga canke tudategerezwa gusenga ?**
2. **Mwiyumvira ko ibiranga ukwisonzesha nyakuri ari ibihe ?**
3. **Ni ibihe mwiyumvira ko mwokwirinda igihe mwisonzesheje ?**

**Integuro y'igikorwa**

Soma **Matayo 6 : 16 – 18**

Itegereze uko " indyandya ." zasa igihe zisonzesheje.

Kuki babikora bartyo ? Itegereze umuntu gusa igihe yisonzesheje.

Ni ubuhe buryo tworinda kwisonzesha kwacu kugira ngo ntikube umugenzo ?

Tegura kandi wimenyereze umugenzo wo kwisonzesha.

Raba uburyo bumwe abakristo bakoresha. Ushobora gukurikiza bumwe muri ubwo, ariko uko ubikora ni umwidegemvyo wawe :

- Kureka ivyo kurya no kunywa bimwe bimwe mu gihe kanaka.

- Kureka ivyo kurya vyose ariko ukanywa umutobe, amazi y'ivyamwa n'ibindi binyobwa mu gihe kanaka.
- Kureka ivyo kurya kanaka ariko Atari vyose mu gihe kanaka.

Torenya umunsi umwe mu ndwi, mu kwezi uzohora wisonzesha.
Andika urutonde rw'imitwaro uzosengera igihe wisonzesheje.
Andika ibikubako mw'ikaye yawe y'indangagihe y'impwemu igihe wisonzesheje.
Wumvise umeze gute?
Ni iki wize cerekeye wewe ubwawe ? Cerekeye Imana ?

## UGUSENGA- INTEGURO Y'IMENYEREZWA 6,7--Amasengesho y'umurwi : gusengera ukwamamaza ubutumwa

( Tegekanya ko iki cigwa kimara masaha abiri )

Rongora abamenyerezwa mw'isengesho rya Paulo riri mu b'I Korosayi, ugerageze gutanga insobanuro nke canke kugira ngo igihe kinini bakimare basenga. Vyoba vyiza abamenyerezwa basabwe gusengera abandi bashinga amashengero bari mu nteguro y'inyigisho nk'iyi.

I. **Mushime Data wa twese** – **ab'I Korosayi 1 : 3 – 5**

A. Mushime Data wa twese kubwo abera.
B. Mushime Imana kubera urukundo, ukwizera, ivyizigiro n'ubutumwa bwiza.

Inyuma yo kwunguran ivyiyumviro ku gice duhejeje kubona, saba abamenyerezwa kuja mu mirwi maze bashima Data kuja mu masengesho. ( iminota 10 )

II. **Musenge kugira ngo ubutumwa buvugwe kw'isi yose**. **Ab'I Korosayi 1 : 6-7**
Sengera ukwama imbuto mu mitima yabo mwabwiye ubutumwa bwiza, mu mashengero, mu bikorwa vy'aba misiyoni uzi, kandi ishobora guhamagara abakozi benshi bo kujana ubutumwa kumpera z'isi.

Inyuma yo kwungura ivyiyumviro kuri iki gice ca II. Mw'isomero, saba abamenyerezwa kuja mu mirwi basengere ko ubutumwa buvugwa mw'isi yose. Ushobora gusaba uwariwe wese mu bamaneyerezwa gusengera ham<e n'uwundi mugenzi wiwe umwe.

III. **Musenge kugira ngo Imana ibuzuze ubwenge bwa Mpwemu bwo kumenya ubugombe bwayo**. **( Ab'I Korosayi 1 : 9 – 11 )**

A. Ku rupapuro rwawe, andika urutonde rw'ivyatuma Paulo yasenze ngo buzuzwe ubwenge bwa Mpwemu bwo gutahura ubugombe bw'Imana. Ni izihe ngaruka yashaka. Akarorero : " Kugira ngo abizera babeho uko bikwiye ku Mwami."
B. Ukoresheje urwo rutonde sengera mugenzawe mwigishirizwa hamwe gushinga amashengero ivyo vyose bimubeko.

Tanga umwanya ku bamenyerezwa bose bakore uyo mwimenyerezo ( iminuta 20 )

IV. Mushimire Data wa twese. **Ab'I Korosayi 1 : 12 – 14.**

A. Muhimbaze Data ko yabazanye mu bwami bwiwe yuko mu takiri mu buja bwa satani, ko mwacunguwe, ko ivyaha vyanyu vyababariwe, ko mushobora kumwita " Abba." "Data."

Inyuma yo kungurana ivyiyumviro ku gice ca IV mw'isomero, saba abamenyerezwa kuja mu mirwi bashime kandi bahimbaze Data .Ushobora gusaba uwari we wese gusengana n'uwundi bari kumwe mu nyigisho ( Iminuta 20).

## UBURONGOZI- Integuro y'Imenyerezwa 3 -- Imbibe z'Uburongozi

I. **Akarorero ka Yesu**

Mu mirwi mito, muyage ku nyigisho n'inyifato ya Yesu ku gitigiri cose c'abantu yarongoye : batatu, cumi na babiri, mirongo irindwi, n'bantu benshi. Muganire uburyo yerekanye uburongozi bw'akarorero. Vyoba ari vyo ukuri ko yabaye umurongozi aruta abandi mu bihe vyose ? Gereranya Yesu nk'umurongozi n'abandi barongozi bakomeye ( iminuta 20 )

II. **Imbibe z'uburongozi mu gushinga amashengero**

Mu rwego rwo gushinga amashengero, ni bande uwushinga amashengero arongora ? Ni bande akwiye kumarana nabo igihe kinini ? Kuki ? Mbega akwiye kumarana igihe na bo bose canke akimarana na bamwe bamwe gusa abonamwo ubushobozi ? Mbega bazoshobora gukura no kuba abarongozi bamenyerezwa asangwa uwari umurongozi amenyerezwa abari bafise atumwe gukora ibindi bikorwa ? Asangwa umurongozi yitayeho abo amenyereza uburongozi gusa, ninde azokwitaho abasigaye kugira ngo ntibumve ko babaye intabwa ? **( Ef. 4 : 11 – 12 )**

**III.Imbibe zawe z'uburongozi.**

Rongora abamenyerezwa mu myimenyerezo ikurikira :

Ni abahe Bantu urongora mu mbibe z'uburongozi bwawe ?

Ni ibihe bikorwa ubona bidakorwa ubu ? Andika amazina y'abantu n'ico bokora.

•Asangwa udafise umurwi uzwi wabashinga amashengero, birashoboka ko ufise uwutazwi neza. Woba ufise umurwi w'abantu bavyiyemeje mukorana mutumbereye gushinga ishengero rishasha ? Abo ubafate nk'umurwi wawe, naho vyoba bitazwi k'umugaragaro. Ariko niwabandanya kubarongora ukoresheje izindi nyisgisho, uzokenera kwiga uburyo bwo kubagira umurwi ukora mu ntumbero z'ishengero muri kazoza.

• Rimwe na rimwe ushobora gutangura ibikorwa wenyene, aho ni nk'ahantu hashasha hadasanzwe abizera. Asangwa ariko bikugendeye, ukwiye gutangura kwiyumvira uko uzomeneyereza abizera bashasha, ukabakuza, ukabaduza ku ntambwe zitandukanye zishoboka mu gihe gitoyi. Mu buryo ukoreramwo ntibunonosoye, kandi ntawomenya ko uzoshobora gushinga ishengero asangwa udatanguye gutegura abantu muzokorana.

•Asangwa ufise amakenga yuko abo Bantu bazoshobora ibikorwa bikomeye nkivyo, andika amazina yabo uyashire mu turwi. Ivyo bizokwibutsa yuko ari abantu bakeneye igihe gihakije no gutegura urutonde rwo kubigisha mu gihe berekanye ko babishishikaye.

•Ntuzoterwe ubwoba no kugira abantu benshi mu nzego z'uburongozi zo hejuru. Yesu yari afise batatu – Petero, Yakobo na Yohana. Kugira umuntu umwe amenyerezwa kuruta kutagira n'umwe. Kandi ni vyiza kugira umwe umenyereza neza kuruta benshi umenyereza k'uburyo budakwiye

• Asangwa atananumwe wiyumvira yoba mu rwego rw'uburongozi, ukwiye gutangura gusenga cane, bidasanzwe, kugira Imana ihagurutse abarongozi mw'Ishengero rishasha rishinzwe. Kou maze kwandika amazina y'abarongozi bawe, iyumvire ingene uzokoresha igihe cawe n'inkomezi zawe. Asangwa ufise abantu, mu nzego zitandukanye, ukwiye gutanga igihe kirekire mu kigo c'imenyerezwa. Ni ko biri ? Ni igihe kingana gite ukoresha hamwe na babandi bakwegereye kuruta abandi bo hanze ? Ni ibihe bikorwa ukarana na bo ? Mbega urafise ishaka ryo kwongereza ubushobozi bw'igikorwa muri bo ? Asangwa vy'ukuri ukoresha igihe gihagije hamwe n'abarongozi bamenyerezwa, nta bandi Bantu babitaweho ? Nta kuntu woronka umwanya n'inkomezi zo kubitaho bose habyuma ngo ushobore gutegura abarongozi. Ni nkenerwa ko wiga kugabanganya ibikorwa mu bandi mukorana. Wewe ukwiye kuba umumenyereza ku bandi bakora ibikorwa. Ivyo ubikora gute ?

**Integuro y'igikorwa**

Koresha urutonde rw'abarongozi utegure urutonde rwo kubamenyereza munzego zose. Hanyuma wisuzume urabe ko uzoshobora gushira mu ngiro. Woba ufise igihe gihagije umarana n'abakwegereye ? Kingana iki ? Ni ryari ? Mbega bamwe barashobora gufasha abandi ? Ban de ? Ryari ? Bate ? Raba ibishoboka guhinduka ku nteguro yawe maze ubiganireko n'umumenyereza wawe hanyuma ubikore.

## UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 4 -- Gutahura ugukora nk'umurwi: Gukorana n'abandi

I. **Gukora nk'umurwi ni iki ?**

Reka abamenyerezwa bishure iki kibazo

Hari ibiranga gukora nk'umurwi bihurirwako n'imirwi isanzwe n'iyidasanzwe.

- Intumbero y'igikorwa igenwa n'umurwi
- Umurwi ni wo ufata ingingo.
- Ingorane nazo ziba ari izo abagize umurwi.
- Abagize umurwi bakorera mu muco hagati yabo
- Umwe wese mu bagize umurwi akora uko ashoboye kugira ngo ibikorwa bikorwe neza
- Hari umwe muri bo yitwa " Umurongozi."
- Umurwi ukora vyinshi kuruta umuntu akorera ukwiwe.

II. **Urufatiro rwa Bibiliya ku gukora nk'umugwi**

A. Uremeranya n'iyi mvugo ngo " Twaremerewe kuba hamwe ? "
( **Umusiguzi 4 : 9 – 12 )**

B. Abarongozi ntibakwiye gukora bonyene

- Vyagendeye bite Mose amaze igihe kinini akora wenyene ? ( **Kuvayo 17 : 4, Guharura 11 :10 – 14** ) Kuki ?

C. Mbega gukorera hamwe vyari bisanzwe mu bikorwa vy'isezerano bishasha ? Raba uturorero ( **Luka 10 : 1,Ivyak. 10 : 23 ; 13 : 2 ; 14 : 23 ; 15 : 36 – 41 )**

Mwungurane ivyiyumviro ku kibazo gikurikira mu mirwi ( iminuta 20 )

**1. Ni iki wokwita icemezo gikomeye ca Bibiliya mu gukora nk'umurwi ? Umusiguzi 4 : 9 – 12 ; Kuvayo 17 : 4 ; Guh.11 ; 10 – 17 ; Kuv. 18 : 17 – 27 ; Luka 10 : 1 Ivyak.10 : 23, 13 : 2, 15 : 41 )**

III. **Ibiranga gukora nk'umurwi kwiza.**

A. **Intumbero rusangi no gusobanukirwa intumbero**

- Uturorero ( 1 ) Umurwi wacu ubereyeho gushinga ishengero rizima, rigwira i……….( izina ry'ikibanza ).
( 2 ) dukorera hamwe kugira ngo dutanguze urunani rwo kurwiza amashengero muri ………………… ( izina rya karere )

1. Andika aha munsi umugambi umurwi wawe ufise wo gushingz ishenegero ushobora kugenderako.

B. **Igihe mumarana mu gusenga no mgutegura.**

C. **Imibano irangwa n'urukundo**

D. **Imigambi itandukanye kandi itomoye**

Akarorero ; umurwi ushinga ishengero rishasha ukwiye kugira abantu bashinzwe ibikorwa bikurikira :

- Ivugabutumwa
- Guhindura abantu abigishwa
- Guhimbaza Imana
- Kwakira abizera

- Kwakira abashitsi
- Amafaranga / ubutunzi
- Ibikorwa vy'imirwi
- Ibikorwa vyo kumenyereza
- Kwitaho abarwaye

Cagura bibiri muri ibi bikorwa wumva ushobora gukora. Ivyo bisobanura iki ku vyerekeye gukorana n'abandi ? Ni izihe ntumbero mubona zikenewe kuruta izindi mu gushinga ishengero rishasha ? Hari ivyo ubona bidakenewe ?

E. Kuvugana mu kuri no mu Muco hagati y'abagize umurwi.

**Ibibazo vyo kwiyumvirako, Gusubiramwo no Gushira mu ngiro.**

- Ni izihe nyungu ziri mu gukorera hamwe n'abandi kw'abashinga amashengero, aho gukora bonyene ? Ni izihe ngaruka mbi zibonekamwo ?
- Gukora nk'umurwi bisaba intumbero rusangi.
- Ni ibihe ibintu bitatu wokora nk'umurongozi kugira ngo ufashe abo mukorana gushiraho no kwibutsa intumbero rusangi ?
- Rimwe na rimwe amanama aboneka nk'"ayarambirana" na " guta umwanya".

Ni ayahe Manama ashobora kuba uguta umwanya, kandi ni ayahe ashobora kugirira akamaro umurwi ukorera hamwe no gushinga ishenegro rishasha ?

**Integuro y'igikorwa.**

Andika ibintu bine bitegerzwa gukorwa mu gikorwa co gushinga amashengero. Iyumvire abantu mukwiye guha intumbero ku gikorwa cose, mukurikije ingabire n'inkomezi ziboneka mubizera bandi bashaka gufasha. Hanyuma mufate ingingo yuko mugiye gutoranya no kumenyereza abo bantu kubw'ico gikorwa. Hanyuma mubikore.

## UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 5 -- Kwubaka umurwi

**I. Gushiraho umurwi wawe** - Ni ibiki vya nkenerwa cane wiyumvira ko vyoranga abakorana nawe mu gushinga amashengero ?

A. **Kwiyemeza gushigikira intumbero yo gushinga amashengero**
B. **Ingeso nziza**
C. **Kwemera gukoresha inkomezi zose mu migambi itomoye**

| Muganire kubikurikira mu mirwi mito ( iminuta 15 ) |
| --- |

1. Suzuma abagize umurwi wawe ukurikije ibintu vya nkenerwa 3 vyavuzwe haruguru vyitabwaho mu " **kwubaka umurwi** "
2. Ni ikihe muri ivyo bitatu ufata nk'ikiruta ibindi ?
3. Kuki woshimikira kuri ivyo mu gihe hari igikorwa kigomba gukorwa ( gushinga ishengero )

**II. Kurongora umurwi wawe**

**A. Agura ubucuti bw'umurwi wawe n'Imana –** Wobikora ute mu buryo bwiza ?
**B. Agura ubucuti bw'umurwi wawe hagati y'abawugize.**
**Ivyo bisaba iki ?**

- Gufasha abagize umurwi gutahura inyifato yabo
- Gufasha abagize umurwi gutahura inkomezi n'intenge nke z'umwumwe wese
- Gufasha abagize umurwi kugira inyifato yubaka imbere yivyo badahuje
- Kubona neza aho bashobora kugira ico bapfa

**C. Agura intumbero y'igikorwa mu bagize umurwi wawe**
- Yibabwire kenshi uyishishikaye cane
**D. Agura ubumenyi ku gikorwa mu bagize umurwi wawe**
- Tegura umutima wawe n'ubwenge bwawe mu gusenga. Rondera ibihe n'amahirwe yo kwigisha **( Imigani 25 : 11 )**

Muganire kuri ibi bikurikira mu mirwi mito

1. Genzura ko ivyo wizera ari imigambi y'umurongozi n'imigambi yabandi bagize umurwi mu gikorwa co gushinga ishengero.
2. Mu gihe vyagenze neza, ibintu bine vyavuzwe haruguru vyoba bikorerwa icarimwe canke hari ibishobora kuza imbere y'ibindi ?

**III. Gusobanukirwa umurwi wawe : asangwa bishoboka, ha abamenyerezwa urupapuro 5.2 Pge** …………Suzuma urwego umurwi wawe uriko : **umurwi ukivuka ( ushingiye k'umurongozi ), umurwi wisumbuye ( ushingiye ku Bantu ), umurwi wiga ( ushingiye ku bikirwa ), canke umurwi ukura ( ushingiye k'untumbero ).**
Ubu naho suzuma umurwi wawe ukurikije inkomezi zawo mu bikorwa bikurikira : uburongozi, intumbero rusangi, umwumvikano, imigambi idasanzwe, urugendo rukosorwa, kuvugana, n'ubugingo bushingiye muri Mpwemu.

1. Vyogendera gute umurwi wokura mu bice bimwe, ugakonja mu bindi bice ?
2. Mbega umurongozi arashobora gufasha umurwi wiwe gukura canke n'ibintu vyikora gusa igihe abantu bemeye kumarana igihe kirekire ?

Igicapo 5.2. Intambwe zine z'ugutera imbere kw'umugwi.

| | 1.UMUGWI UTARAKOMERA wubakiye ku murongozi | UMUGWI UKIRI MUTO Wubakiye ku bantu | UMUGWI WIGA Wubakiye kurutare | UMUGWI URIKO URAKOMERA Wubakiye ku ntumbero |
|---|---|---|---|---|
| **Uburongozi** | Abarongozi nibo bafata ingingo nka bose<br>Abatwara baravuga abatwagwa bagakora | * Ingingo ziba zigifatwa n'abarongozi ariko hari yonyene ibindi bivuye hanze hakihwezwa ibintu vyinshi | *Abawugize baragira ico bavuze ku ntumbero.<br>* Ingingo zifatwa mumugwi neza kandi mu buryo ngirakamaro. | *Umurongozi arashobora gukora bivanye n'ibikenewe.<br>* Abashoboye ibintu kanaka barashobora kurongora ibisata nk'imfatakibanza<br>* Abantu barazezwa ibikorwa. |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| **Intumbero rusangi** | * Nta guhanahana ivyiyumviro ngo abantu batahwe kumwe ibikeneye gukorwa.<br> Intumbero ntiyumvikana neza. | *Umugwi uba ukibuze ugutahura kumwe intumbero ariko abawugize barashobora kubona ko hari agahaze | *Abagize umugwi baraharira ku ntumbero bakanatomora neza mu bwenge bwabo. | *Ivyo ngirakamaro n'ivyo shimikiro<br>*Amajambere aca aba intumbero<br>*Intumbero rusangi iratahurwa neza na bose. |
| **Imigenderanire** | *Ugutahura guke canke ukudatahura na mba aba ndi …..inkomezi zabo, intege nke zabo, n'ibindi. | *Ishimikiro ni ukurondera kumenya no gutahura abandi, inkomezi zabo, intege nke zabo n'ibindi | *Urukundo n'ukugamburukizanwa birakura mubagize umugwi.<br>* Abagize umugwi ntibaba bagikunda kwihagararako, baremera ivyiyumviro bishasha. | *Ukwiyumvanamwo kw'abagize umugwi<br>*Intege nke ziremerwa kandi barazirahura<br>*Ukwitangira gufasha abandi kuragwira cane. |
| **Uguhanahana ibikorwa vyumvikana** | *Bitomorwa neza bifatiye ku muntu<br>*Ukuntu ibikorwa bitangwa harabwe intumbero ntibiba birakomera | *Uguhura kw'inguvu n'igikwiye gukorwa kurigwa ariko hagakorwa bike | *Ibikorwa biratomorwa inguvu zirahuzwa neza n'ibikenewe | *Uguhanahana imitwarariko kuribonekeza ariko vyose vyerekeza ku gikorwa nyamukuru. |
| | 1.UMUGWI UTARAKOMERA wubakiye ku murongozi | UMUGWI UKIRI MUTO Wubakiye ku bantu | UMUGWI WIGA Wubakiye kurutare | UMUGWI URIKO URAKOMERA Wubakiye ku ntumbero |
| **Ukworoha kw'urutonde ( rw'uburongozi )** | *Amabwirizwa, intonde n'uburyo bwo gukora bitangwa n'abarongozi<br>*Ingorane z'agacamutwe zirigwa. | *Abagize umugwi bahangana n'ingorane ku mugaragaro<br>*Ingorane z'agacamutwe zirigwa | *Umugwi urabira hamwe uburyo nk'inzira zishoboka mu bikorwa<br>*Ivyogira akamaro ni vyo shimikiro<br>*Haraba ukwumvikana ku kuntu ibintu bizokorwa | *Iciyumviro n'ukwibwiriza kw'umuntu kurahumirizwa<br>*Ukworoherezanya n'iryo shimikiro, mu mvugo no mu ngiro |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| **Ukuganira** | *Nta kuganira nyakuri kuriho *Ukwihagararako kuribonekeza *Amakosa arirenaggizwa *Ukwikunda kuribonekeza. | *Ukuganira kurugurutse gusumba kandi kuragira akamaro * Ukwikunda kuribonekeza | *Kurugurutse kwerekeza kugukora | * Ukuganira kurangwa n'ukwizigirana, ukugamburukiraniea, ukuvuga ukuri, ugufashanya n'ugushira ibintu mu muco amaso mu yandi |
| **Ugukura mu Mpwemu** | *Ugusenga ni umugenzo *Ukwizera nta kwo | *Umugwi urahura kensi kugira ngo basenga | *Kugaragazwa n'ugukura mu ngo mugenderanire | *Ugusenga ni kwo mut iwa mbere ntabanduka ku ngoma nshasha |
| **Ubuzima** | Abagize umugwi barangwa n'ukwigungirako | Abagize umugwi bashira imbere ivyo bakeneye rusangi | *Ubuzima bwiyumvirwako harabwe ivyanditswe vyera | *Ukwizera kurangwa n'ukwumvira kurahimirizwa *Abagize umugwi bagira urunani rwo kugwana intambara y'Impwemu |

**Integuro y'igikorwa**.

- Ukoresheje urupapuro 5.2 " intambuko 4 zo kwubaka umurwi." Raba urwego umurwi wawe iriho muri vya bice bine k'urutonde. K'urundi rupapuro, andika urutonde rw'urwego urwo arirwo rwose ( Uburongozi, intumbero, ubucuti, n'ibindi … ) maze wandike urwego umurwi wawe uriko ( 1,2,3,4 )
- Raba kuri rwa rupapuro 5.2 bimwe mu biranga umurwi urimwo kwiyubaka kuntambwe iyo ari yo yose. Ku ntambwe yose iri k'urupapuro, andika n'imiburiburi ibintu bitatu vyumvikana, bishoboka, bishobora gukorwa kugira ngo ufashe umurwi wawe kwiyubaka muri ico gihe.
- Tangura gushira mu ngiro ivyiyumviro biri muri iki cigwa, maze inyuma y'amezi abiri uzosuzume intambwe umurwi wawe wateye. Ni mu kihe gice umurwi wawe wateyemwo intambwe ?Ni mu kihe gice woba wagumye uko uri ? Ni ubuhe buryo bundi wofashamwo umurwi wawe kubandanya gukura no gutera intambwe muri ca gice ukonjemwo ? Subiramwo ivyo vyiyumviro hamwe n'umumenyereza wawe ?

## IMIGWI MITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 7
## -- Ibishigikira ibiganiro vyo mu migwi mito.

Naho intumbero y'iki cigwa ari uguha ubushobozi umurongozi w'umugwi kurongora ibiganiro vyiza mu migwi, ibiganiro ubwavyo si wo mugambi wa mbere w'umugwi. Igihe ibiganiro bitomoye mu bagize umugwi, bituma habaho umwumvikano, bikomeza ubucuti, kandi bitanga uburyo bwo kwiga no gushira mu ngiro ukuri kwa Bibiliya. Kwiga kurongora ibiganiro neza no kwirinda ingorane zija mu murwi, ukuvugana bituma umurongozi w'umugwi ashobora kuzana umwizero n'ukwitanga mubawugize no gufasha umugwi kunonosora intumbero zawe.

I. **Kurongora ibiganiro mu migwi.**

Ukurikije ivyo wabonye, ni ibihe bintu bimwe umurongozi w'umugwi ashobora gukora. Inyishu zishoboka ni nk'izi :

A. Kwumva
B. Kubaza
C. Gusobanuza
D. Kwemeza
E. Kwaguka
F. Kwumvira
G. Incamake
H. Gukenguruka ( Kubona no gushima uruhara rw'uwo ari we wese )

II. **Gutegura ibibazo vyiza ( Raba A aha munsi )**

A. Ibibazo vy'umwumvikano
B. Ibibazo vyo kuganira kuri Bbiliya

III. **Ingorane zo mu biganiro**

A. Ubwoko bw'ingorane z'ibiganiro

| |
|---|
| Mu murwi muto, muganire ku mero y'ingorane umunani zikurikira n'uburyo bwo kuzitorera umuti ( iminota 20 ) |

1. Hari umuntu avuga cane / hari umuntu atavuga na mba
2. Uwuvuga aca ku masonga ntasobanura neza
3. Ibiganiro vyataye umurongo w'ingendo rusangi vyari vyiyemeje.
4. Hari ikibazo umurwi n'ummuyobozi wawe badashobora kwishura
5. Abagize umurwi babiri canke benshi bagiye mu vyo guterana amajambo
6. Hari umwe akunda gutwenza abandi gusa
7. Hari uwukunda gusamara canke akerekeza umutima ku bindi
8. Abantu babiri bakunda kugira ibiyago vyoba ku ruhande

B. **Umwimenyerezo : Gutorera umuti ingorane zijanye n'ibiganiro**

Shira abamenyerezwa mu migwi ibiri, A na B Umurwi A uhitamwo umuntu umwe muri bo wo kurongora umugwi B. Mu gihe batora uwo muntu, abo mu mugwi B bacagure mw'ibanga abantu 3 – 4 baja gukina zimwe mu ngorane zavuzwe haruguru. Mu kiringo c'iminota itanu, umugwi B ukwiye kuba uriko uraganira ku ngingo ivuga ngo : «  Uruhara rw'ishengero mu Gutunganya aho ribaye. » ( Canke ikindi ciyumviro mushaka ). Umurwi A ukurikire.

Ba bantu bacagurwa mu mugwi B baje barakina ingorane bahawe, umurongozi yavuye mu mugwi A agerageze gutorera umuti ingorane uko ziboneka. Mwibuke, umuntu «  asanzwe. » akwiye gutanga intererao yiwe mu biganiro kiretse bamwe baja baratera ingorane gusa . Inyuma y'iminota itanu, umugwi A ushobora ushobora kubona abantu bakinye ingorane. Imigwi yompi isuzumeko umurongozi yagerageje gutorera umuti ingorane zabonetse.

Umugwi B nawo uramukirwe gutoranya umwe wo kurongora umugwi A, mu gihe umugwi A uriko urarondera mw'ibanga abantu 3 – 4 baja barateza za ngorane twavuze haruguru. Aka gakino kabandanya mu gihe hoba hariho umwanya ukwiye.

**Ingorane zikinwa :**

- Umuntu afise isoni atavuga
- Umutezi w'inkuru aguma atwenza abandi
- Umuntu w'amajambo menshi aguma avuga
- Umuntu yasamaye yashize umutima ku bindi
- Abantu babiri bayaga ivyabo ku ruhande
- Abantu babiri baja mu mpari zidasanzwe
- Umuntu aguma ashaka kuvuga ibindi bintu
- Umuntu akunda kuvuga ibintu bidasobanurutse
- Umuntu ashaka gutanga insiguro z'ikirenga aho kwishura ikibazo muri make

**Ibibazo vyo kwiyumvirako, gusubiramwo no gushira mu ngiro**.
- Ni ubuhe bumenyi mu kurongora ibiganiro umurongozi w’umurwi akwiye kugira ? Kuki ?
- Ni ibihe bibazo vyo kuganirako vyoba bikwiye mu mugwi mushasha, canke umuntu mushasha aje mu mugwi usanzweho ? Ni ibihe bibazo bidakwiye kubazwa mu bihe nk’ibi ?
- Mu gihe c’umwimenyerezo wo « Gutorera umuti ingorane. » ni ubuhe buryo « umurongozi. » yavyifashemwo neza. » Ni ubuhe buryo « umurongozi. » yifashe nabi mu ngorane zimwe ?

**Integuro y’igikorwa**
- Fata umwanya mutoya utegure ibibazo vya nkenerwa vyokoreshwa mu murwi mushasha. Ni ibihe wokoresha ufasha abantu bashasha kugira ngo bamenyane ?
- Ubu naho n’utegure ibibazo vyofasha umugwi gukura mu mwumvikano wabo. Ni izihe ngingo canke ibice vy’ubuzima mwonganirako
- Hanyuma, utegure ibibazo bimwe bimwe vyokangurira umugwi gushikana ubutumwa ku bandi bantu muri Oikos yabo. Ni ibiki ushobora kubabaza vyobasunikira kwubaka umwumvikano wabo no kubwira abandi Kristo ?

**7A – Imigwi mitomito : Ibibazo vyo kuganirako.**

Ibi bibazo vyateguriwe kuganirwako mu gihe co kurondera umwumvikano mu makoranro y’umugwi. Asangwa udashobora kubona impapuro vyanditsweko ngo uzihe abamenyerezwa, utange urupapuro rumwe ruzunguruke muri bose.

**INTAMBUKO ZINE Z’UMWUMVIKANO**

I. **UMWUMVIKANO / UBUCUTI HAGATI YACU N’IMANA**

4. Ni ryari wamenye ubwa mbere ko wamenye Imana igukunda ?
5. Ni ibiki wemera kururta ibindi ku Mana ?
6. Ni iki wibaza ko ari co gihambay e cane Imana igomba kuvugana nawe ?
7. Ni ikihe kintu kimwe wibaza ko Imana ishaka ko uyibwira ?
8. Ni ikihe kibazo gikomeye cane ugomba ko Imana yokwishura ?
9. Genzura umuntu woba uzi womenya ko azi Imana bihagije.

**II. UMWUMVIKANO KU RUHANDE RWAWE UBWAWE**

1. Shushanye ikigereranyo gishobora kuba cerekane neza uko umeze, hanyuma ugisobanurire abagise umugwi.
2. Ni iki wokora wizeye ko kitazokunanira ?
3. Ni iki wokwipfuza gukora mu myaka itanu iri imbere asangwa ata kindi cogutangira ?
4. Ni uwuhe muntu yagutangaje mwoba mwarahuye ?
   Ni iki woba warakunze muri we ?
5. Ni ibiki waranguye mu buzima bwawe vyakunezereye kuruta ibindi. Mu buto bwawe ? Mu myaka ya vuba ?
6. Tubwire ibintu bitatu ushoboye kuruta ibindi.
7. Ni ibiki wibuka vyakunezereye kurua ibindi ( mu myaka itandukanye ) ?
8. Sobanura ikintu gikomeye kuruta ibindi wakorewe mu buzima ?
9. Sobanura umuntu w’akarorero wemera mu mugwi.
10. Ni nde uretse abavyeyi bawe, yakugizeko uruhara rukomeye kuruta abandi.
11. Ni iyihe ngabire yoguhesha umugisha kuruta izindi ?
12. Ni nde ukeneye ukeneye ko yokwemera kuruta abandi ?
13. Ni nde unezerezwa no kubana nawe kuruta abandi ? Kuki ?
14. Uramutse uronse ikintu ca mbere ukeneye mu buzima, coba ari igiki ?
15. Muri make tubwire imigambi yawe y’igihe kirekire ?
16. Tubwire umuntu anezereye w’umucuraranzi woba warabonye ?

17. Ni iki abantu bashobora kuzokuvugako umaze gupfa ?
18. Tubwire bumwe mu buryi bw'ubuhinga bugufasha gutangura no kurangiza.
19. Ni iki wizera kuruta ibindi ?
20. Ni nde yahinduye ubuzima bwawe kuruta abandi ?
21. Ni ibihe bitabo bibiri woba warasomye ( Ureste Bibiliya ) ?
22. Ibihe vyawe vy'akaruhuko ubikoresha gute ?
23. Ni ibiki bikunda kugutangaza cane ?
24. Ni ibiki bikunda kugutera ubwoba, ukwiganyira, canke ukugwa igihumura ?

**III. UMWUMVIKANO N'ABANDI**

1. Tubwire umuntu agufitiye akamaro kuruta abandi kandi uvuge igituma.
2. Ni uwuhe muntu wa mbere yoba yaragutahuye ?
3. Ni uwuhe muntu woba ubwira amabanga yawe kenshi ?
4. Ni iki gituma umuntu ashobora kwumviriza neza ?
5. Mbega wumva uri umuntu abandi bashobora kwizera ?
6. Ni ubuhe buryo uwu mugwi woba ugutega amatwi ( umwe wese canke bose hamwe )
7. Ni iki gituma ukwubaka urugo biba vyiza ?

VII. **UMWUMVIKANO N'ISI ( AHO TUBAYE )**

1. Ni ibiki wipfuza ko abantu bagukikije bo kumenyako kuruta ibindi
2. Ni iki gikenewe kuruta ibindi aho tubaye ?
3. Sobanura uko utahura akarenganyo aho ubaye.
   Ni iki kiguteye amakenga kuruta ibindi.
4. Ni iki ushobora gukora ca nkenerwa cane kubijanye n'akarengnyo.
5. Ni iki cibonekeza cane ko gikenewe aho ubaye ?
6. Ni iki wokora ngo uhindure ishengero ryawe, ababanyi bawe, akazi kawe, ngo birushirize kuba vyiza ?

## IMIGWI MITOMITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 8
## -- Kwitaho abantu mu mirwi mito

I. **Kwubaka ubucuti.**

**A. Mukundane ( 1 Yohana 4.19,21 )-** Ni gute Imana yerekana ko idukunda kandi ni gute twokwerekana urukundo rwacu ku bandi ?
**B. Musengeranire ( Yak. 5 : 16 ) -** Mbega urafise urutonde rw'abantu usengera igihe cose ?
**C. Mukoranire hamwe kenshi ( Heb**. 10 : 25 ) – Ni kuki kumarana igihe ari ivya nkenerwa ?

II. **Tahura ivyo abantu bakeneye.**

**Akarorero :** Nataliya amaze amezi menshi aza mu mugwi muto. Yakunda abantu bo mu mugwi, kandi naho ata n'umwe wo muri bo azi neza, anezerwa no kuza mu makoraniro y'umugwi rimwe mu ndwi. Umugabo wa Nataliya, adasanzwe aza mu mugwi, aherutse kwirukanwa ku kazi. Amafaranga yagumye abaherana, kandi Nataliya yari ahagariste umutima yiyumvira uko bizobagendera nk'umuryango.Yashaka kubibwira umugwi ariko akumba biragoye kuko yoba agomba kuremera abantu kubera ingorane ziwe. Mu nyuma yatanguye kureka kuza mw'ikoraniro ry'umugwi, kandi abantu batangura kubinuganuga bibaza bati " None vyamegendeye bite." ?

Mukoresheje ibibazo bikwirikira, mwungurane ivyiyumviro ku ngorane ya Nataliya

Ikitangenda neza muri iyi ngorane ni iki ? Inyishu. Ni umwumvikano muke wari mu mugwi wiwe.
Mbega Ntaliya yarigeze yumva ko abo basangiye umugwi bamukunda ? Ni izihe mvo zoba zibitera ?
Mbega uriyumvira ko hari umuntu wo mu mugwi yagiye kuramutsa Nataliya ? Kuki uvyibaza utyo ?
Mbega umurongozi w'umugwi arashobora kuramutsa Nataliya ubu canke yaracerewe ?
Ibi twovyirinda gute ku bandi bantu badakunda kuvuga ?

**Nk'umurongozi w'umugwi, ni ibihe bimenyetso bishobora kukwereka ko hari ingorane canke ibikenewe ?**
Ni mu buryo ubuhe « wocungana. » n'ingorane canke ubukene bw'abantu ?
III. **Iteho ubukene bw'abagize umugwi wawe**

**A. Torera** umuti ubukene – Amakenga **( 1 Kor. 12 : 26 ),** gusenga nk'umugwi ( Yak. 1 ; 5 ), Bibiliya **( 2 Tim. 3 : 16-17 ),** kwitaho **( Rom. 12 : 13 ),** kugwa mu caha **( Gal. 6 : 1 ).** Twokora iki kugira ngo dutorere umuti ibikenewe ?

**B. Umwimenyerezo.**

| Somera bamenyerezwa agace kose k'inyigisho, maze muganire kuri iki kibazo |
|---|

Ngibi ibintu bitandukanye vyagiye biba ushobora guhura na vyo mu mugwi wawe. Muganire ku kintu cose maze mutange inzira y'uburyo umugwi wobitorera umuti. Nta nyishu « y'ukuri. » canke « itari. iy'ukuri » yo gutunganya izo ngorane. Igitumberewe ni uburyo bwo kwerekana urukundo mu ngiro – abantu batandukanye bashobora kuvyifatamwo mu buryo butandukanye.

- Mariya witavye imvugirakure ( telephone ) ya Mariya mu gitondo gikurikira ikoraniro muherukamwo ry'umugwi. Akubwiye ko atazogaruka mu mugwi ariko imvo akubwira ntizisobanuritse neza. Mu gihe ukivyiyumvirako, wibuka ko Mariya avuga gake cane mu gihe c'umwumvikano no mu biganiro, kandi iyo amakoraniro arangiye nta muntu avugana nawe. Wokora iki ?

- Sisiriya : Mw'ikoraniro rimwe, abagize umugwi bariko barabwirana imitwaro yo gusengera. Bageze kuri Sisiriya, araba hasi avuga bukebuke ko ibintu vyose bigenda neza, arabashimira. Mu gihe co gusenga usanga asa n'uwuriko ararira. Wobigenza gute ?
- Ndereya na Marita : Umugabo n'umugore wiwe bamaze hafi umwaka baza mu mugwi. Muri ico gihe cose, ukuza kwabo kwari ukwa rimwe rimwe. Munyuma, mu makoraniro amwe, vyaribonekeje ko bafitaniye amatati hagati yabo. Wakeka ko hari ingorane mu mubano wabo, ariko ukumva ko utabizi neza ku buryo wobibabaza. Wobigenza gute ?
- Mikaheri : Mu misi iheze, umwe mu bagize umugwi yatumya umuntu bakorana yita Mikaheri mu mugwi. Mu gihe co kuganira kuri Bibiliya, abaza ibibazo vyinshi kandi arondera kumenya vyinshi kuri Yesu. Ariko Mikaheri afise ingeso zigorana cane, kandi akunda gutukana n'abantu ( kenshi nta n'ico bimubwira ).Ukuza kwiwe kwahungabanije ibihe vyari bisanzwe ari ivyo kunezererwamwo. None amaze indwi nkeya ataza mw'ikoraniro kandi benshi mu bagize umugwi baranezerejwe n'uko atakiza mu makoraniro. Wobigenza gute ?

Ibibazo vyo kwiyumvira, gusubiramwo no gushira mu ngiro.

1. **( 1 Tes. 2 : 8 )** Kuki « Gusangira ubuzima. » vyari igice kidasanzwe c'igikorwa ca Paulo.
2. Mbega umugwi wokwihutira gufasha mu bukene bw'amafaranga ? Kuki ? Kuki atari vyo ?

**Integuro y'igikorwa**.

a. Andika inzira 2 canke 3 umugwi wawe wocamwo mu kwongereza urukundo hagati y'abawugize. Andika ibikorwa bitandukanye umugwi wawe wokora kugira ngo basengeranire kurishiriza.
b. Andika ivyiyumviro bibiri ku buryo umugwi wawe wohurira hamwe mu gihe kitari ico amakoraniro asanzwe. Tegura uburyo vyokorwa mu mezi atatu ari imbere.
c. Tera umwete abagize umugwi kubwirana ivyipfuzo vyabo, ingorane zabo mu mugwi, no kurondera uburyo bwo gufashanya nk'umugwi.

## IMIGWI MITOMITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 9
## -- Kumenyereza abarongozi b'imigwi mishasha

I. **Cagura Umurongozi amenyerezwa**

**A. Akamaro k'abarongozi Bamenyerezwa** – Abiteguye kuvyara abandi – Bazorongora imigwi mishasha.

**B. Intambwe zo gucagura Uwumenyerezwa – ( 2Tim. 2 :2 )**

Ubushobozi bukenewe : Ingeso nziza, kuba inararibonye, n'ubuhinga. Ingeso nziza nico ca mbere mugutangura. Ibiranga ingeso nziza **( 1 Tim.3 : 2-12 )**

Umugwi ukwiye kumara igihe kinini usenga imbere yo gucagura. Batoranywa hakri kare bihagije kugira ngo habe igihe co kumenyerezwa n'inararibonye ariko ntibibe ivyo igihutihuti.

**Umwimenyerezo :**

**( 1Tim. 3 : 1 )** Uburongonzi bukwiye guhabwa umuntu " abushizeko." Umutima " kandi." " Afise ishaka." Arajwe ishinga ni ivya nkenerwa imbere yo guhabwa uburongozi ariko umurongozi amenyerezwa akwiye kuba afise umwete wo gukorera Imana.

Muri mw'isomero mwungurane ivyiyumviro kuri ibi bikurikira :

1.**Icabaye :** Mariko aherutse gutanguza umugwi mu babbanyi biwe. Intumbero yawe n'ugutangura imigwi myinshi azovyara ayandi kugira ngo hazoshingwe amashengero mashasha. Yatumye incuti nyinshi n'abagenzi, kandi uwo mugwi wakoranye mu kirongo c'amezi menshi. Abari mu mugwi bose n'abizera bashasha kandi nta waboneka ko ashobora kumenyerezwa uburongozi. Mariko yarabisengeye, ariko ntazi ico yokora. Mbega arashobora gutoranya uwizera mushasha akaba umurongozi amenyerezwa. Womuhanuza ko yokora iki ?

**2. Icabaye :** Petero yatanguye umugwi muto afashijwe n'abandi bizera babiri. Abo bagabo bandi bamaze igihe ari abizera, ariko bompi nta nararibonye bafise mu gikorwa. Petero aribwira ko azorindira igihe kirekire imbere yo gutoranya umwe muri bo ngo abe umurongozi amenyerezwa, kugira ngo babanze bamurabireko uko arongora umugwi. Wiyumvira iki kuri ubwo buryo akoresha ? Womuha impanuro izihe ?

**3. Icabaye :** Domisiyano yatanguye umugwi muto mu babanyi bagwiriyemwo abashomeri. Umugwi ugeregeza gufasha abagabo b'aho hantu kuronka akazi, ari nako babigisha Bibiliya. Domisiyano yasavye abagabo bakeya baje ubwa mbere gutumira abandi benshi badafise ico bakora. Haje benshi cane, ku buryo mu kwezi kumwe abagize umugwi barenga 15. Domisiyano arazi ko umugwi urengeje abandi 15 ukwiye kwunguka uwundi mugwi uzokomeza gukura, kandi ntazi ico yokora. Ni iyihe mpanuro womuha ? Wibaza ko imigambi yiwe ari iyihe ? Mbega urumva hari ukundi wari kubikora ?

II. **Tegura umurongozi wawe amenyerezwa.**

**Jana n'uwo umenyerezwa mu bikorwa vyawe vyose suzuma iterambere ryiwe.**

**Sengera kandi usengere hamwe n'uwo umeneyereza.**

Muganire ku bibazo bikurikira mu mugwi muto ( Iminuta 15 )

Wokora iki kugira ngo utegure uwo uzomenyereza ibikorwa ? Wokura hehe ivya nkenerwa bigufasha gusuzuma iterambere ry'uwo umenyereza ?

Ni ibiki woshira mu vyo usengera ku murongozi umenyereza ?

III. **Rungika uwo umenyereza mu bikorwa.**

A. **Ha uwo umenyereza intumbero**

B. **Rekurira uwo umenyereza ibikorwa vyawe bimwe bimwe**

C. **Rungika uwo uriko utegura gutanguza umugwi mushasha**

D. **Ongera utangwe kumenyereza abandi**

Muganire ku bibazo bikurikira mu mugwi mutomuto ( iminuta 15 )

Ni ibiki wokwongereza mu vyo ubwira uwo umenyereza umusobanurire intumbero ?

Ni kuki rimwe na rimwe bigora umurongozi w'umugwi kurekurira abandi ibikorwa ?

Ni izihe ngingo utegerezwa kuganirako n'uwo umenyereza imbere yo kumurungika gutanguza umugwi mushasha ?

**Integuro y'igikorwa**
Asangwa utarahitamwo uwo umenyereza uburongozi mu mugwi wawe, bisengere kandi utangure kubikora. Asangwa atawe ubone ageze ku rwego rwo kumenyerezwa, toranya umwe ubanza guhindura umwigisha hanyuma ukamutegurira uburongozi. Jana n'uwo umenyereza kandi umuhe ivyo akora mu bikorwa vyawe. Rimwe na rimwe na rimwe saba uwo umenyereza kugusuzuma mu bikorwa vyawe ubwawe ryo mu mugwi. Sengera hamwe n'uwo umenyereza uburongozi.

## IVUGABUTUMWA – INTEGURO Y'Imenyerezwa 8
## -- Ivugabutumwa ry'ubucuti : " Nta wogira urukundo ruruta …."

I. **Kugiranira ubucuti n'abatizera**

A. Imigani itatu. Icigwa kimwe ( Luka 15 ).

B. Ni ikihe cigwa dushobora kugira kuri uyu mugani ?

- Ni bande Yesu yabwira uwo mugani ufatiye ku murongo wa 1 n'uwa 2 ?
- Ni iki gitera umunezero mwinshi mw'ijuru dukurikije umurongo wa 9 n'uwa 10 ?
- Ni iki Imana yitwararika gusumba ibindi 2 abizera 99 bayihimbaza vy'kuri canke ukwihana kw'umunyavyaha umwe ?
- Mbega ukwidodomba kw 'umwana mukuru kwari gufise ishimikiro ? ( uurongo 29-30 ) ? Mbega kwari kujanye n'umutima wa se ?
- Ni iki cari kiraje ishinga Yesu ? kwemerwa n'abanyamadini canke ugukizwa kw'abazimiye ?
- Mbega urashobora kwibona mu mugani w'amwana w'Imana w'icangazi ? Ni nde mu bavugwa wumva umeze nka we ? Ni nde mubavugwa wumva ugomba kumera nkawe ?
- Ni iyihe nyifati igwiriye mu mashengero yacu kuvyerekeye kugarura bazimiye ? Mbega amashengero yoba arushaho gusa n'umuvyeyi canke n'umwana mukuru ? Mbege muriteguye gutera iyindi ntambwe bibaye nkenerwa, kugira ngo mugire ubucuti n'abazimiye ?
- Ni ibiki bizokenerwa kugira ngo mushobore gushikana ubutumwa ku bantu mubana ?

Ni ubuhe buryo notangura gushiraho uburyo bwo kumenyerana n'abatari Abakristo bo mu babanyi ? Ni ubuhe buryo notangura ubucuti n'abatari abakristo bo mu babanyi banje ?

| |
|---|
| Mwishure ku bibazo bikurikira mu mugwi muto ( iminuta 15 ) |

Twohuza dute Luka 15 n'iyi mirongo ikurikira **2 Kor. 6.14 ; 1 Yoh. 2 : 15 ; 1Kor.15 : 33 ?**
Iyi mirongo itubwira iki ku vyrekeye **"** Gukurikira Yesu mu bucuti." **Rom. 5 : 6-8 ; Yoh.15 : 13, Mariko 10.45**

**II. Guharura igiciro**

A. Ni akahe gaciro ko kugirirana ubucuti n'abatizera ?

B. Ni izihe nyungu zo kugiranira ubucuti " Abatizera ?

III.. **Kuba Inararibonye mu buzima bwerekeye ivugabutumwa rufatiye ku bucuti**

| |
|---|
| Mumare igihe gisigaye c'icigwa mubwirana intambuko zo mu buzima bwanyu bwite zerekana ukuntu ari ivya nkenerwa kugiranira ubucuti n'abatizera mw'ivugabutumwa. |

**Integuro y'igikorwa**
Senga Imana iguhe ibihe vyo guhura n'abadakijijwe. Ni izihe nzira mwocamwo kugira ngo mutangure ubucuti n'abatizera mu babanyi banyu ? Saba Imana ibahe gushira amanga no kwinjira mu muryango yose ibugururira. Senga kugira ngo ibahe ubwenge bwo kuvugana na bo. Mbega nditeguye kuriha igiciro

no kugendera mu kwizera. Ngiranira ubucuti n'abatizera mu babanyi banje muri uku kwezi no kubashikana kuri Kristo ?
<u>Ntihagire umunsi ukurengana ! Ba incuti y'abatizera kandi ushikane incuti zawe kuri Kristo ! Binjize mu migwi yo kwiga Bibiliya, mu mwumvikano, n'ibikorwa vy'ubutumwa. Bashira mu bagize umugwi.</u>

## GUHINDURA BANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 1
## -- Ivyerekeye uguhindura abantu abigishwa

| |
|---|
| Inyigisho zo guhindura abantu abigishwa zo mu gitabu ca gatatu n'ica kane ziruzurizanya. Vyoba vyiza inyigisho zose zo guhindura abigishwa zitanzwe n'umwigisha umwe. Asangwa hakenewe barenze umwe, bakwiye kuba bafise umunyamabanga nshingwabikorwa. Imbere yo gutangura inyigisho nyezina, umwigisha akwiye gusoma urutonde rwose. ( inyigisho zitandatu ziri kumwe n'inyigisho z'ibikorwa ) kugira ngo atahure neza ko yose afise uburyo bumwe bwo gutahura ibirimwo. |

**I.Urufatiro rwa Bibiliya rwo guhindura abantu, abigishwa ( Matayo 28 : 18-20 ).**
Ni iki dusabwa ?
Inyishu kugenda, kubatiza, kwigisha. Ni irihe sezerano ririho ?
**II. Insobanuro y'umwigishwa no guhindura abantu abigishwa**
Umwigisha ni nde ?
**Inyishu :** Twokwita umwigisha umuntu yashize ukwizera kwiwe muri Kristo, kandi kubwo umubatizo, akiyemeza kuba uwukurikira Kristo nk'urugingo rw'ishengero ryiwe.
Guhindura abantu abigishwa n'iki ?
**Inyishu** : Ni inzira Ishengero ricamwo, rirongowe n'ubutware n'ukubaho kwa Kristo, rigatangura :

- Kurongora abantu ku kwizera no kwumvira Kristo
- Kubinjiza muri Kristo no mu muryango wiwe, Ishengero, kubwo kubatizwa.
- Kubarongora mu nzira yo kwumvira ubugombe bwose bwa Kristo.

**III. Imana iduhamagarira guhindura abantu abigishwa**
**1. Gutegura umugeni wa Kristo – ( Ef. 1 : 23 ; 5 : 25 – 27 )**
Ni gute ishengero riboneza mu mugambi rusangi w'Imana ?
2. Gutuma umugeni agamburukira umukwe – Ni ibiki dukwiye gukora ubu ?
* Mbega turiko turameyereza abantu gukura neza mu bumwe bwabo n'Imana no ku ruhande rwabo ubwabo ?
Turabarongora mu kubaho berekana urukundo ruzanwa no kugiranira ubumwe n'Imana ?

- Turiko tumenyereza abantu gukura mu kwizera no kwizigira Kristo ?
- Turiko tubamenyereza kuba intumwa za Kristo, bahamagarira abandi kuba mu muryango wera no kwagura umugeni wa Kristo ?

**IV. Guhindura abantu, abigishwa bigira uruhe ruhara mu gushinga amashengero ?**
**V. Gutangura uzi neza iherezo.**
Ni iyihe ntumbero yawe yo gunhindura abigishwa ? Abantu bawe bamerewe bate ? Wobafasha ute ngo bakure bave aho bari ubu berekeze ku ntumbero zawe z'igenamigambi ?

- Ni igiki kiba gihaze mw'ivugabutumwa ritarimwo guhindura abantu, abigishwa ?
- Ni irihe tandukaniro ryo kwibonekeza mu gihe igikorwa co guhindura abantu abigiswha coshirwa mu mugambi wo gushinga ishengero ?
- Mbega birashoboka gushinga ishengero tutitayeho uguhindura abantu abigishwa ? Kuki ? Kuki atari vyo ?
- Ni izihe nzira zitandukanye Ishengero rishobora gucamwo rihindura abantu abigishwa ?

**Integuro y'igikorwa**
Sobanura intumbero ishengero ryanyu ryoba rifise zo guhindura abantu abigishwa. Andika urutonde rw'intumbero zo guhindura abantu abigishwa mushaka kugira;

**GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 2**

**-- Umugambi wanyu wo guhindura abantu abaigishwa:** Ibanga ry'uguhindura abigishwa kwiza.

I. **Kura mu Mpwemu.**

A. **Gira uguhishurirwa kwo mu buryo bw'Impwemu**

B. **Iga ikizana gukura mu Mpwemu**

C. **Gira inkomezi zihindura za Mpwemu**

Muganire ku bibazo bikurikira mu mugwi mito ( iminuta 15 )

a. Uguhishurirwa bwo mu buryo bw'Impwemu ni ukuvuga iki ?
b. Ni kuki umuntu ashinga amashengero akwiye kugira uguhishurirwa kwo mu buryo bw'Impwemu ?
c. Uguhishurirwa kw'Impwemu tuguhabwa dute ?
d. Uguhishurirwa kw'Impwemu guhindura gute inyifato yacu n'ivyipfuzo vyacu ?
e. Ni iki dusabwa kugira ngo tumenye uko twofasha abandi gukura mu Mpwemu ?
f. Ni iki twokora kugira ngo dushobore guhindura abandi ?

II. **Erekana urukundo nk'urwa Kristo ku bigishwa bawe**

Gukunda abigishwa bawe n'ukuvuga iki ? ( **Heb.1 : 24-25 ; Ef.4 : 1, 1 Tes. 2 : 17 – 18 )**
Urwo rukundo rwiyerekana rute mu buzima bwawe ? **( 1 Kor. 13 : 4 7 )**
Ni ubuhe buryo buboneka bwo kwerekana urukundo ku bigishwa banyu ?
**( Rom. 12 ; 1 – 20, Ef. 2 : 1-8 )**

Muganire ku bibazo bikurikira mu mugwi mito ( iminuta 15 )

1. Urukundo rwibonekeza rute ku wizera nkawe ?
2. Isano ryo kuba umwe canke " guhuza umutima." N'ukuvuga iki ?
3. Ukoresheje 1 Kor.13, sobanura uko gukunda abandi vyigaragaza.

III. Shimikira ku bukene nyakuri bw'Impwemu bw'abantu, **si ku nteguro zawe.**

A.Guma mu bintu vyoroshe
B. Bafashe kuguma mu vy'ingirakamaro vyabo bwite
C. Gira ukwihangana

**IV. Gira umugambi wo kuvyara no kugwirirkana –** Ni ibiki mukeneye vyobafasha gushobora kuvyara no kugwiririkana

**V. Suzuma kenshi ibikorwa vyawe kandi witegure guhindura mu gihe gikenewe**.

**VI. Iga, Iga, Iga !**

Suzuma ingene mukora mu gikorwa mwahawe kandi uganire kuvyo wibonyeko n'umugwi wawe. Koresha ibibazo bikurikira.

1. Mbega nkomeza kwibanda ku rukundo, ukwizera n'ivyizigiro mu buzima bwanje ?
2. Mbega mfasha abandi kwisunga ivyo ?
3. Mbega ndazi gucagura ivy'ingirakamaro no kubikurikiza ?
4. Noba nihanganira abandi ndusha gukura mu kwizera ?
5. Mbega hari ico mfasha abandi ?
6. Noba nezerwa no gusuzuma ibikorwa vyanje no kuba nohindura aho bikenewe ?
7. Mbega ndafise uburyo bwo guhindura abantu abigishwa nobwira abandi ? Vuga ubwo uzi worangira abandi mu mugwi wawe ?

**Integuro y'igikorwa**

Soma **1 Ab'I korinto 13 : 1-7** maze wiyumvira ku biranga urukundo rwa gi kristo. Hitamwo ahantu hatatu canke hatanu wumva ukeneye kwerekanira ibiranga urukundo. Mw'ikaye yawe y'ivyo Impwemu wandike uko uzoshira mu ngiro ivyo biranga urukundo n'ikizovamwo. Gira icegeranyo c'urutonde rw'inyigisho zo guhindura abantu abigishwa ziri mu rurimi rw'abantu ushaka kubwira ubutumwa mu gushinga ishengero.

## GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 3
## -- Menya intumbero yanyu, menya abantu banyu

**I. Tahura neza intumbero yanyu mu guhindura abantu abigishwa.**

Ivya nkenerwa vyo gukura mu Mpwemu – ukwizera, ivyizigiro n'urukundo.Ivya nkenerwa vy'igikorwa gikwiye : Dukurikije umugambi nyakuri w'Imana, gukura mu Mpwemu n'ukuvuga iki ? Gukora igikorwa gikwiye ni ukuvuga iki ?

Mufatiye ku mirongo ikurikira, muganire ku rupfunguzo rwo kwumvira Kristo ? **Mat. 22 : 36 – 40 ; Yoh. 14 : 21 ; Rom. 13 : 8 – 10 ; Gal. 5.6**

Mufatiye kuri **Ef. 4 : 15** na **Mat. 20 : 28**, ni irihe banga ryo gukora igikorwa gikwiye ?

**II.Tahura uko abantu banyu bamerewe mu Mpwemu muri iki gihe**.

Ibande ku ngorane zo mu mutima nturabe inyifato y'inyuma.
Suzuma ugukura kwabo mu rukundo, ukwizera n'ivyizigiro.
Suzuma uko ibikorwa vyaboimeze ku bandi.
Cagura umwe mu bigishwa bawe akwiye gusuzumwa ku bijanye n'urukundo, ukwizera n'ivyizigiro.
Suzuma uwo mwigishwa ukoresheje ibibazo bikurikira.
Ni wamara gukora iryo suzuma, muje mu migwi mitomito maze muganire ku vyavuye mw'isuzuma.
Asangwa utaratangura gukorana n'abandi. Iryo suzuma uryikorere wewe ubwawe. Ntugereranye uwo muntu n'uwundi muri hamwe mu mugwi. Mu biganiro vy'imigwi mwige kuri ibi bibazo
( iminuta 20 ).

**1. Uko wosuzuma ugukura mu rukundo**

**a. Urukundo ku Mana**

Mbega bipfuza Imana kuruta ibindi vyose n'bandi bose ? Ni yo ya mbere bikuru bikuru vy'ubuzima bwabo ? Asangwa bitari uko, ni iki cafashe ikibanza cayo mu mitima yabo ?
Ni iki bipfuza kuruta yo ? Banezererwa Imana kuruta ibindi vyose ? Birata Imana kuruta ibindi vyose ? Asangwa atariko biri, ni iki kibanezereza kuyiruta ? Ni iki catwaye ikibanza cayo mu mitima yabo ? Mbega bahuje imitima, impwemu n'ubwenge n'Imana ?
Asangwa bitari uko, ni iki catwaye ikibanza cayo mu mitima yabo ? Imitima yabo n'ubwenge bwabo babishushanye na nde ? N'iki ? Biyitirira nde canke iki ? Ivyo agaciro vyabo vyerekana nde " Mbega basaba bantu babiri ? Mbega bagendana n'Imana k'uruhe rugero ? Iyo baguye bihutira bate kwihana no kwongera kugendana n'Imana ? Mbega hari aho berekana ugukunda ivy'isi ? Iki kintu kirahambaye cane, kuko nico kimwe n'ugesenga ibigirwamana. Gukunda ivy'isi n'ugukunda Imana ntibijana.

**b. Urukundo ku bandi.**

Mbega banezerwa no kugira umwumvikano n'bandi bizera no kumarana igihe nabo?
Mbega baranezerwa abandi igihe bizera ? Mbega barabavuga neza ? Mbega barahuza umutima n'abandi bene Data muri Kristo ? Mbega barerekana ubumwe n'urukundo mu buryo buboneka ?
Mbega barakunda imiryango yabo ?
Boba batunga imiryango yabo imisi yose mu rukundo, boba bakomeza ubumwe bwabo nk'umuryango kandi bagakomezanya muri Kristo ? Mbega barafise umutwaro w'bazimiye ?
Boba bakunda kwerekana urukundo kw'abazimiye ?

**2. Uko mwosuzuma ugukura mu kwizera**

a. Mbega baratahura ukwizera ico ari co ?
b. Baratahura ubuntu bw'Imana ico ari co ?
c. Ukwizera kwabo kwoba gushinze imizi mu vyanditswe vyera ? Boba batahura neza ivyo intangamarara mu kuri kwa Bibiliya ?
d. Mbega barizera badakekeranya ukwo kuri ?
e. Barizera rwose ko Imana ibakunda kandi ko yabemeye rwose muri Kristo ?
f. Mbega babeshwaho n'ukwizera, bishimikije ubuntu bw'Imana mu kubaho kwabo kwose ?

3.**Uko mwosuzuma ugukura mu vyizigiro**

Mbega imitima yabo yubakiye kuri Kristo no kuba yarabahamagaye ? Mbega vy'ukuri ivyo nivyo bibabeshejeho ?

Mbega baratahura amasezerano y'Imana kuri bo ?

Barizera ko Imana ari iyo kwizerwa ku masezerano yayo?. Boba bazi neza ko Imana ituma vyose bifataniriza kubazanira ivyiza, ikabategurira iherezo ryiza yabageneye ?

C**. Suzuma uko ibikorwa bakorera abandi bikwiye.**

Mbega bakoresha ingabire zose n'ubushobozi bahawe kugira ngo bakomeze abandi mu rukundo, ukwizera n'ivyizigiro ?

Mbega barahimiriza abandi kandi bakabashoboza gukura mu bumwe bwabo n'Imana, no mu bumwe bwabo ubwabo ? Boba bafasha abandi kubaho mu buzima bwerekana urwo rukundo ruzanwa n'ubumwe ? Mbega barafasha bagenzi babo uko bikwiye mu gihe bakeneye kunesha ingorane bagira mu buryo bw'Impwemu. Mbega barabwira ubutumwa abazimiye mu buryo bukwiye ? Mbega bararongora neza abazimiye bakabazana kuri Kristo, bakanabasangiza mu mubiri wa Kristo ? Mbega barahimiriza kandi bagafasha abandi ba Kristo kuvuga ubutumwa neza ku bazimiye mu mvugo no mu ngiro ?

1. Ni ibihe bice vyabagoye cane gusuzuma ?
2. Ni ayahe makuru n'itohoza mwakoresheje mu gusuzuma ?
3. Murumva ko mufise urufatiro rwiza kubwo iri suzuma ?

III. **Amategeko Ngenderwako yo Guhindura Abantu Abigishwa**

Marana nabi igihe kenshi na kenshi

**Rom.12 : 10-21 ; Fil.2 : 1 – 8, 1 Kor. 13 : 47**

Mugirire integuro hamwe
Mubwirane ingorane
Musengere hamwe
Mwigire hamwe
Urabe bushasha
Mutange umwanya wanyu
Musabe ivyiyumviro n'infashanyo ku bandi ba Kristo.

**Integuro y'igikorwa**

Imbere y'icigwa kizoza, muzokwandike ibihe mumara kuri rimwe ryose muri aya " Mategeko ngenderwako yo guhindura abantu abigishwa."

## GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 4
### Gufasha abagishwa Gukura mu Mpwemu

Uhereye ku vyakubayeko ubwawe, uzuza ivyongeweko 4A ku mwigishwa woba warahinduye, maze utegure impapuro nini zo kumanika imbere y'abamenyerezwa ( abe umuntu atazwi ). Gerageza guha abamenyerezwa iciyumviro umukama c'ivyo bakorera kuri izo mpapuro. Inyuma yo gusobanura mu majambo make, koresha inyishu zabo mu kwerekana ukuntu urupapuro rwo " Gusuzuma ibikenewe mu gukura muri Mpwemu." Rwuzuzwa.

**I. Rondera imvo rusangi z'ingorane zo mu Mpwemu.**

Umwe wese mu bamenyerzwa gushinga amashengero yuzuza urupapuro rwo gusuzuma umuntu umwe wo mu mugwi wiwe. Asangwa ata muntu bafise wo gusuzuma, bisuzume bo ubwabo. Nta na rimwe bategerezwa kwigereranya n'uwundi mu bamenyerezwa wasuzumye.

**Ivyongeweko 4 A ( Ku vyerekeye inzego urwego 1 rwerekana ko ata ngorane. Urwego 5 – rwerekana ko hariho ingorane ikomeye.)**

- Ntasobanukirwa inyigisho z"urufatiro za Bibiliya 1 2 3 4 5

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| • Ntazi uko yokora igikenewe | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |
| • Ntazi neza uko yofatanya n'abandi mu gikorwa | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |
| • Aratahura bimwe vyo mukuri kwa Bibiliya ariko Ntavyizera neza | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |
| * Yibagira vuba canke asamazwa na vyinshi | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |
| * Yemerera ivy'isi bikamuganza Canke akaba umuja w'icaha | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |
| • Adendebukirwa ningoga ndetse asa n'uwabivuyemwo | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |
| • Ubwoba buramusubiza inyuma | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |
| • Yabuze ivyo yarondera ku Mana | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |
| No ku bandi ba kristo arashavura cane | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |
| • Nta mwete agira | 1 | 2 | 3 | 4 | 5 |

**III**. **Erekana imfashanyo abizera bakeneye ngo baneshe Intambamyi zo muri Mpwemu.**

Abamenyerezwa basubira mu mugwi bahozemwo maze baganire ku bibazo bikurikira Abantu bohabwa iyihe mfashanyo kugira ngo baneshe ibibazitira.

Ni iyihe mfashanyo bahabwa ngo bagiire ubuzima bwuzuyemwo urukundo, ukwizera n'ivyizigiro ? Ni iki bahabwa kugira ngo bashobore kugirira abandi neza ? Mu biganiro vyaheze, ni izihe mu mfashanyo zikurikira zogira akamaro cane? ( iminuta 15 )

- Gutanga imburi, gutera umwete, gufashanya **( 1 Tes.5 : 14 )**
- Gukosora no kwihaniza **( 2 Tim. 4 : 2 )**
- Guhanura **( Tito 1 : 9 )**
- Gukurana mu caha ( **Yakobo 5 : 19 – 20 )**
- Kubwirana ukuri mu rukundo **( Ef 4 : 15 )**
- Guhanurana **( Kol 3 : 16 )**
- Guterana umwete no gukomezanya **( 1 Tes 5 : 11 )**
- Guterana intege mu rukundo n'ibikorwa vyiza **( Heb 10 : 24 – 25 )**
- Gukomeza abanyantegenke **( Heb 12 : 12 )**
- Guhumuriza n'ukwinginga **( 1 Tes 2 : 11-22 )**
- Guhemburana no kwakirana imitwaro **( Gal 6 :1 – 2 )**
- Kwihanganirana **( Ef 4 : 2 )**
- Kugiriranira imbabazi **( Kol 3 : 13 )**
- Gusengeranira **( Ef 6 : 18, Yak 5.16 ; 1 Yoh 5 : 16 )**
- Kwaturiranira ivyaha **( Yak 5 : 16 )**
- Gukorerana **( Gal 5 : 13 )**
- Kwemerana **( Rom 15 : 17 )**
- Kwubahana **( Rom 12 : 10 )**
- Kugiriranira neza **( Gal 6 : 10 )**

Ni izihe mvo zimwe rusangi zituma abizera bashasha bananirwa ?
Ni kuki bananirwa no kugirira neza abandi uko bikwiye ?
Ni ukuhe kuri kw'urufatiro bakunda kunanirwa gutahura no kwizera ?
Ni ibiki vy'urufatiro bakunda kunanirwa gushira mu ngiro canke batazi uko bobikora ?
Ni izihe mfashanyo abizera bakeneye cane zijanye n'intambamyi rusangi bafise mu Mpwemu.?

**Integuro y'igikorwa**.

- Musome kandi mwiyumviro ku vyongeweko 4A ( hejuru ) " Gusuzuma ibikenewe mu gukura mu Mpwemu." Uzuza uwro rupapuro kandi wishure ivyo bibazo kuri wewe ubwawe no ku mwigishwa wawe n'imiburiburi umwe.

## GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'Imenyerezwa 5
## -- Ishirwa mu ngiro ryo guhindura abantu abigishwa.

Mwigisha, umenye neza ko abamenyerezwa batahura ingene bakora Integuro y'igikorwa. Bakwiye kuzana integuro zabo zo guhindura Abantu Abigishwa mu nyigisho z'igitabu ca kane. Uzuza hakiri kare urupapuro rwawe rw'ivyongeweko 5A vyitwa " Integuro y'uguhindura Abantu Abigishwa." Nk'uko vyoba bikozwe n'uwizera mushasha asanzwe. Bitegure ku buryo vyerekana kuruta canke bikamanikwa mbere y'Abamenyerezwa. Reka abamenyerezwa bavuye ivyo babonye bikwiye mu bikorwa vyabo vyo guhindura abantu abigishwa. Saba abamenyerezwa bakore nk'uko wakoze. Saba isomero ryose gusuzuma, ibikorwa vyose bikurikira bakurikije inyungu zavyo n'ingorane zavyo.

I. **Igikorwa ca 1. Gukura kw'umuntu uwo ariwe wese.**

Umwigishwa yinanata ubwiwe akiga, agasenga, agashinga intahe …………..

**Inyungu** :

- Ashobora kugira ubumenyi n'ukumenyera vyinshi vy'ubukristo kandi vuba
- Gusoma bishobora kumara ubukene umuntu yari afise we ubwiwe
- Abarongozi baba baronse igihe n'inkomezi zo gutunganya ibindi bikenewe mu gikorwa
- Uwmigishwa ashobora kwiga uko ashoboye akiha igihe co gushira mu ngiro ivyo yize.

**Ingorane.**

- Hatabayeho ubundi buryo bwo gusuzuma, nta womenya ivyo umwigishwa yatahuye canke yamenye.
- Nta buryo bwo kuraba ingene umwigishwa akora igikorwa no kumuha impanuro zikwiye
- Haba hakiri ibindi akeneye gufashwamwo
- Habaho ubuzima bwo kwiyubaka ubwiwe atubaka umuryango.

**II. Igikorwa ca 2 : Kwigishwa umuntu ku wundi-** umwigisha cankr umumenyereza ahura n'abantu batandukanye umwe wese ukwiwe.

**Inyungu** : Abizera bashasha benshi bakura ari uko babonye uwubitaho mu buryo budasanzwe.
*. Hari amahirwe menshi yo guha umwigishwa ibimufasha akeneye.
* Ukwigisha n'ukumenyereza bishobora kujana n'ivyo uwo ariwe wese akeneye ku giti ciwe.
* Hari amahirwe menshi yo kwumva uko ivyigishijwe vyakiriwe, kumenya ivyumviswe n'ivyakiriwe.
* Hari amahirwe menshi yo kumufasha gushira mu ngiro ivyo yiga no kugira uruhara mu bikorwa vyo gufasha abandi.
* Umurongozi biramworohera gutoranya no kumenyereza abaabashobora gukora igikorwa co kuzana abandi kuri Yesu hakoreshejwe ubuhinga bw'umuntu ku wundi.
* Ubu ni uburyo bwiza cane bwo kwigisha ubuhinga.

**Ingorane :**

- Umuntu umwe ntashobora kumara ubukene bwoe bwo mu Mpwemu awundi afise. Ariko ivyo bishobora gutorerwa umuti n'amateraniro atandukanye mu nteguro y'umuntu ku wundi.
- Umurongozi ashobora gukurikirana abantu bake gusa. Kugwiza abamenyereza bashasha birateba.

**III. Igikorwa ca 3 : Igikorwa c'imigwi mitomito – Imigwi mu ngo,** imigwi y'inyigisho w'Imana mu gitondo, imigwi yo kwiga Bibiliya. Umurongozi wese w'umugwi akagira icegera kimenyerezwa kuba umurongozi w'umugwi. Umubaye icegera yigira ku " kuraba." no " gukora." bamukurikirana.

**Inyungu :**

- Abarongozi badafise ubuhinga karuhariwe barashobora kurongora imigwi.
- Uwo ari we wese arashobora kugira uruhara Uwo ari we wese aronka umwanya wo gukoresha no gukuza impano ziwe.
- Abafise impano yo kwigisha canke y'uburongozi baboneka vuba bakamenyerezwa.
- Hari amahirwe menshi yo kwumva uko ivyigishijwe vyakiriwe, kumenya ivyumviswe n'ivyakiriwe.
- Biroroha kwerekeza inyigisho n'amamenyerezwa ku vyo abagise umugwi bakeneye.

- Hari amahirwe menshi yo kwumva igikenewe cane mu mugwi no gutanga imfashanyo zikenewe. Hari n'amahirwe menshi yo kubafasha gushira mu ngiro ivyo bize.

**Ingorane :**

- Hakenerwa abarongozi benshi iyo igitigiri kinini c'abantu kigomba kugira uruhara mu migwi mito.
- Hari benshi batazovuga ingorane zabo zikomeye naho woba ari umugwi muto cane

**IV. Igikorwa ca 4 . Igikorwa c'umugwi munini**

Kuvuga ubutumwa / Insiguro mu makoraniro, ishure ryo ku w'Imana, kwiga Bibiliya mu migwi minini, inganda, …..

**Inyungu** : Hakenewe abarongozi / Abakozi bake b'abahinga mu kwigisha abantu benshi.

**Ingorane :**

- Abantu bake gusa atari abigisha bazwi nibo bagira amashure yo gukoresha no gukuza impano zabo z'ibikorwa.
- Ubu buryo ntibubereye mu gutegura abarongozi bo mu gihe kizoza.
- Kugira ngo bikorwe neza hategerezwa kabaho umuntu afise ingabire yo kwigisha / gusigura.
- Umurongozi umwe ntafise ingabire zose zotorera umuti ubukene bw'umugwi wose.
- Hari amahirwe make yo kumenya ingorane zidasanzwe zo mu buryo bw'Impwemu ziri mu bantu no kuzitorera umuti utomoye. Hari n'amahirwe make yo gushira mu ngiro ivyo batahura.
- Hari n'aho usanga abumva benshi ari ba sindabibazwa
- Nta wo gufasha abarongozi.
- Asangwa ari bwo buryo bwa mbere bukoreshwa, abantu benshi ntibazokura mu Mpwemu.

**Ibibazo vyo kwiyumvirako, gusubiramwo no gushira mu ngiro**.

Mu bikorerwa iwanyu, ni ukuhe gukora amashengero yishimikiza kenshi mu guhindura abantu abigishwa ?

Ni ubuhe buryo ukwo gukora kwagiye kumara ubukene bw'abizera bashasha ?

Ni ubuhe bukene budatorerwa umuti ?

Ni ukuhe gukora mwibaza ko kwitorera neza umuti ubwo bukene.

Ni ubuhe gukora mwibaza ko kwutorera neza umuti ubwo bukene ?

Ni ukuhe gukora wewe ubwawe wibaza ko wokwishimikiza ?

Ni ukuhe gukora wibaza ko kwogufasha mu bikorwa vyawe vyo gushinga amashengero ? Kuki ?

Ni izihe ngorane zo mu gukora kwawe wasanze zikubera intambamyi zidasanzwe ?

Ni gute wonesha izo ngorane ?

**Integuro y'igikorwa.**

Ukoresheje Ivyongeweko 5A " Integuro yo guhindura Abigishwa." gira integuro idasanzwe y'umuntu wese ariko arahindura abantu abigishwa mu bikorwa vyawe vyo gushinga ishengero. Uzozana integuro yawe mu cigwa kizoza co guhindura Aabntu Abigishwa, kizotangwa mutanguye inyigisho z'igitabu ca kane.

**Ivyongeweko 5 A**

Mu kwuzuza izo mpapuro, wiyumvire mu bwenge ibi bikurikira :

- Hitamwo uburyo bwo gukora ( umugwi munini, umugwi muto, umuntu ku wundi, umuntu ku giti ciwe ) bakwiranye n'ukuri ico wizera canke ingeso / ubuhinga ugomba kwigisha.
- Emeza ukuntu ukwo kuri n'ubuhinga ugomba kwigisha bukurikirana, ibihambaye cane mu buzima bw'Impwemu bw'Umuntu wese, bikwiye kwitabwaho hakiri kare aho kurindirizwa.
- Emeza inyigisho zifise akamaro zo guhindura abigishwa, asangwa ziriho, ushaka gukoresha muri ubwo buryo kandi uvuge n'izishobora gukoreshwa n'umuntu ku ruhande rwiwe.

**Urupapuro rwo kwuzuza 5 A. 1 -I vyo uwizera Mushasha akeneye kumenya no gukora Amategeko ngenderwako :**

Andika urutonde rw'ivyo uwizera mushasha ategerezwa kumenya vyihitirwa cane kugira ngo ashobore kubaka mu buzima bw'urukundo, ukwizera n'ivyizigiro, no gufasha abandi mu buryo bukwiye.
Ni ukuhe kuri n'ivyiyumviro bategerezwa gutahura ? Bimwe muri ivyo bizoba birenze ubumenyi bwo mu mutwe gusa, ahumbwo bigeze ku vyo bizra mu mitima yabo.
Andika urutonde rw'ivyo uxizera mushasha ategerezwa kumenya vyihitirwa cane kugira ngo ashobore kubaho mu buzima bw'urukundo, ukwizera n'ivyizigiro no gufasha abandi mu buryo bukwiye. Vyinshi muri vyo ni ingeso akwiye kwimenyereza. Ibindi bisaba ubuhinga ategerezwa kwiga.

| | Ivyo bakeneye kumenya<br>( ukuri kw'ivyo twizera ) | Ivyo bakeneye gukora<br>( Ingeso / Ubuhinga ) |
|---|---|---|
| Kubaho mu rukundo no mu bumwe n'Imana | | |
| Kubaho mu rukundo n'ubumwe mu miryango yabo no mu bandi bizera no kubakomeza muri Kristo | | |
| Kubaho mu kwizera | | |
| Kubaho mu vyizigiro | | |
| Gufasha abandi mu buryo bukwiye | | |

**Urupapuro rwo kwuzuza 5 A. 2. Integuro y'umuntu wese yo guhindura abigishwa**.
Umurongo wose ku rupapuro 5 A.2 ugereranywa n'ukwezi. Ongerako iyindi mirongo kugira ngo urangize umwaka ushobora gushira ingingo nyinshi mu kazu kamwe.
Nk'akarorero,mu makoraniro y'umuntu ku wundi yo mu kwezi kwa mbere, ushobora gushirako ingingo zitandukanye zizokwigwako ku ndwi ku ndwi nko kwihererana n'imana, uburyo bwo gusenga, uburyo bwo kugwana n'icaha. Ku rundi ruhande, mu kwezi kwa gatandatu, ushobora guhitamwo kurangiza ukwezi kwose ku ngingo imwe nko gutegura intahe yawe bwite.

**Izina ry'umuntu**

| **Ukwezi** | **Umuntu ku giti ciwe** | **Umuntu ku wundi** | **Umugwi muto** | **Umugwi munini** |
|---|---|---|---|---|
| **1** | | | | |
| **2** | | | | |
| **3** | | | | |

**(** Bandanya amezi uko bikenewe )

## INTAMBARA Y'IMPWEMU – Integuro y'Imenyerezwa 1 -- Gutahura uburyo bwo kwiyumvira

I. **Ivyiyumviro rusangi**

**A. Ivyiyumviro vy'abantu muri rusangi -** Uko isi imeze n'ukubaho kw'abantu bigengwa n'amategeko y'akameremere. Asangwa hari ibirengeye akameremere bibaho, nta co bihuriyeko n'ikiremwa muntu.

**B. Ivyiyumviro mpakana – Mana –** Impwemu zirengeye akamere ziba mu bintu no mu bantu b'akameremere kandi zifise ububasha bwo kuganza ibintu. Kuzigamwa no gukira bishobora kuzanwa n'uko tubanye neza n'izo mpwemu.

**C. Ivyiyumviro vya giturumbuka –** Hari inkomezi zirengeye akameremere zirongora ikiremwa muntu kidafise ububasha**.**

- Uburyo bwo kwiyumvira ni ukuvuga iki ?
- Ivyiyumviro bigira uruhe ruhara ku muntu abigenderamwo
- Umuntu yirukanywe mu kazi ari yo mikoro y'umuryango wiwe yari afise, abibone gute akurikije ivyiyumviro vy'abantu muri rusangi ? Ivyiyumviro Mpakana – Mana, canke ivyiyumviro vya giturumbuka ?
- Ni ubuhe buryo bwo kwiyumvira bwiganje mu karere kanyu ?

II. **Uburyo bwo kwiyumvira bwa Bibiliya**

**A. Ibirengeye akameremere**

**1. Imana ishobora vyose**, ibaho itagengwa n'igihe ihoraho irikwiye, yaremye ijuru n'isi, ntigira uwo bongana canke bohiganwa, mu butavuguruzwa bwayo, ni yo igenga ibiganzwa n'amategeko vyose. Kristo yaje mw'isi abana n'ikiremwa muntu. Kristo yaduze mw'ijuru arungika **Mpwemu Yera** mw'ishenegero ryiwe. Bibiliya yemeza ugukora kwa Mpwemu Year mu buzima bw'abantu mwizera. Atsindisha ab'isi kubwo icaha, ukugororka n'urubanza **( Yoh. 16 : 8 – 11 ).** Adushingira intahe ko turi abana b'Imana. **( Rom. 8 : 16 ).** Mpwemu Yera adufasha gusenga **( Rom. 14 : 25 )** kandi aratwigisha **( Yoh.14 : 26, 1 Yoh. 2 : 27 )**

**2.Ibiremwa vy'impwemu ( Satani n'bamariya ) – ( Kol. 1 : 16 )**

Imana muri Kristo yaremye ibintu vyose mw'ijuru no mw'isi, ibiboneka n'ibitaboneka. Abamarayika barakora mw'isi n'iki gihe ( **Heb 13 : 2, Ivyah. 12 : 4 ).** Igihe satani yava mw'ijuru yajanye ica gatatu c'abamarayika ( ni bo bahindura badayimoni ). Nabo nyene barakora mw'isi kugeza n'ubu ( Yakobo 3 : 15, 1 Tim. 4 : 1 ). Ivyanditwe vyera bitwigisha ko Imana yatsinze abadayimoni. Mbega abamarayika bose babereyeho kugirira nabi ?

**B. Ibidukikije.**

Imana yaremye ivyisi bifadika /biboneka. Bamwe bavuga ko vyabayeho nk'impanuka, abandi bakamera nk'babisenga ( Mpakana – Mana ), abandi bati Isi umuntu ashobora kuyihindura akayitegeka ( ivyiyumviro vy'abantu mu rusangi ). Dukurikije Bibiliya, ivyo Imana yaremye vyahinyanyuwe ku buryo bishingira intahe icubahiro c'Imana **( Zab. 19).** Mbega ivyo Imana yaremye vyerekana icubahiro cayo ? Umugambi wa Satani ku vyo Imana yaremye ni uwuhe ?

C. **Ikiremwa muntu**

Umuntu yaremwe avuye mu bidukikije ariko Imana yamuhumekeyemwo impwemu y'ubugingo, kandi imurema mw'ishusho yayo. Gurtyo umuntu n'ikiremwa gihambaye cane, ni umubiri akaba n'impwemu. Kimwe mu bisiga ubwenge vyerekeye umuntu ni uko afise ugushaka kw'umwidegemvyo, si nk'imashini. Ashobora guhitamwo gukunda Imana kandi ashobora guhitamwo kwihakana Imana ( **Yosuwa 24 : 15 ).** Mbega wipfuza ko Imana itari kuba yarahaye umuntu ugushaka kw'umwidegemvyo ? Kuki ?

III. **Uburyo bwo Kwiyumvira hamwe n'Ugushinga Amashengero.**

Mbega Imana iracarwana na satani canke satani yaratsinzwe **( Yoh. 3 : 8, Kol. 2 : 15, Heb. 14-15 ) ?** Mu butumwa bwiza nk'uko butanguzwa n'ishengero, Imana ishaka kwunga ubucuti n'bantu satani we ashaka gukora iki ku muntu ? **( Ivyah. 12 : 9, 1 pet 5 : 8, 1 Tes 3 : 5, ivyah 12 : 10 ) ?**

Igice c'intambara y'impwemu mu kubaho kw'umuntu n ikihe ? **( 2 Kor. 10 : 3 – 5 ).** Raba uburyo intumwa Paulo ahuza ugusenyura ibisika n'ibihari o gufata mpiri ivyiyumvirwa mu mitima ngo vyumvire Kristo. Hanyuma twiyumvire kuri **Yoh 8 : 32**, uko turushirizaho kumenya ukuri tukakungenderamwo ni ko turushirizaho kunesha.Gushinga ishengero n'intambara yo muburyo bw'impwemu. Gutahura neza ivyiyumviro vya Bibiliya bifasha uwushinga ishenegero kumenya ibibaho mu buzima bwiwe no mu gikorwa ciwe.

- Ni ku rugero uruhe wizera Imana igenzura amategeko ?
- Ni ku rugero uruhe Imana igenzura ubuzima bwacu bwa misi yose ?
- Ni ku rugero uruhe Satani n'badayimoni bagira uruhara mu bitubako mu buzima no mu bikorwa vyacu ?
- Woshobora gutanga akarorero nk'ivyabayeho mu iki gihe kotuma wiyumvira ko Satani yatsinze abanti b'Imana ?

**Ibibazo vyo kwiyumvira, gusubiramwo no gushira mu ngiro**

- Bivanye 'uko wahishuriwe uku kuri muri iki cigwa, hoba hari migenzo imwe imwe wabonye mu buzima bwawe idahuye n'ivyiyumviro vya Bibiliya ?
- Ni mu buryo ubuhe imihango imarwa ikorwa n'abantu baba mu karere mwatoranye idahuje n'ivyiyumviro vya Bibiliya ?
- Ni gute ukwo kudahuza kubera intambamyi imigenderanire yawe n'Imana, n'uwo mwubakanye, n'abana bawe canke n'abazimiye ?
- Iyo uwushinga ishenegro arwaye cane, ivyo vyoba bisigura ko satani amurwanya akoresheje ingwara ? Ni ryari ivyo bishobora kuba ari ukuri ?

**Integuro y'igikorwa.**

Egera uwundi yizera umusobanurire ivyiyumviro bikuru vy'iki cigwa. Umusobanurire uko inyifato yawe yahindutse kubera ukuri gushasha wamenye. Ibaze ku buryo bw'ukwiyumvira kw'abantu ukoreramwo. Ni hehe ukwiyumvira kwabo guhuriye n'ivyiyumviro vya Bibiliya ? Ni hehe bitandukaniye ? Ni uruhe ruhara ivyo bizogira mw'ivagabutumwa ryawe ? Ni iki kandi ni gute uzokwigisha abizera bashasha kugira ngo uburyo biyumvira buje mu murongo w'ivyiyumviro vya Bibiliya ?

## INTAMBARA Y'IMPWEMU – Integuro y'imenyereza 2
## -- Ivyo kwitwararika mu ntambara y'impwemu

**I. Ivyo mu Mana – Iyi mirongo itubwira iki ku butatu bw'Imana ?**

A. Imana Data : **Kol 1 : 13, Yoh 17 : 11**

B. Imana umwana : **Mat 1 : 23**, **28 : 18-20, Ef.2 : 6,7, Rom 8 : 3,34, 1Yoh 4 : 4**

C. Imana mpwemu Yera **: Yoh 16 : 8 – 13 ; Rom 8 : 2,9,11,26 – 27 ; 2 Kor 3 : 3 ; 1 Yoh 4 : 4**

II. **Ivyo mu bantu – Abizera n'abatizera – Zab 8 : 5 – 6, Rom 3 : 23 ; 6 : 23 ; Ef 2 : 1-12 ; 6 : 11 ; Yoh 15 : 19 ; 16 : 18 – 21**

III. **Ivyo impwemu mbi – Abamarayika badukorera na satani / Abadayimoni / Mat 6 : 10 ; Heb 1 : 14 ; 1 Pet 5 : 8 ; Ivyah 12 : 9 ; Yoh 8 : 44 ; 1Yoh 5 : 19 ; Mat 4 : 1**

IV. **Ivyo intambara**

1. Dufatiye kuri iyi mirongo, ni nde na nde barwana mu ntambara **? Yoh. 17 : 14 ; Ef 6 : 10 – 17 ; 2 Kol 10 : 3 – 5**
2. Abamalayika beza bakorera iki umuntu **? Luka 10 : 17, 18**
3. Satani ni nde **? Yohana 8 : 44 ; 16 : 11 ; 1 Pet 5 : 8**

4. Satani akora iki **? Ivyah 12 : 7 – 9 ; 2 Tes 2 : 9 ; Eb 2 : 14**
5. Muri ivyo bice vyose ni hehe wumva umunezero kuruta ahandi mu bihe vyawe vyo gusenga no buzima bwawe ?

**Ndi nde muri Kristo ?**

**Jewe nk'uwizera muri Kristo**

- Nta teka nzocirwako **( Yoh 3 : 18, Rom 8 : 1 )**
- Ndi icaremwe gisha **( 2 Kor 5 : 17 )**
- Narabahawe ku kuganzwa n'icaha n'urupfu **( Rom 8 : 1 )**
- Naratoranijwe n'Imana **( Ef 1 : 4 )**
- Nahinduwe umwana n'Imana ni Data **( Ef 1 : 5 )**
- Naremewe n'Imana **( Ef 1 : 6 )**
- Nacunguwe, naguzwe nahawe agaciro n'Imana **( Ef 1 : 7 )**
- Ndi urusengero rw'Imana nzima **( Kol 2 : 10 )**
- Ndi umuraganwa wa Kristo **( Ef 1 :11, Rom 8 : 17 )**
- Ndiko ikimenyetso ca Mpwemu Yera **( 1 : 13 )**
- Ndi umuzima mu mpwemu **( Ef 2 : 1-7 )**
- Ndi uwagenewe ubuntu bw'Imana **( Ef 2 : 8 )**
- Ndi ikibumbano cayo **( Ef 2 : 10 )**
- Narabohowe na Kristo inkomezi z'umwijima, nshirwa mu bwami bw'umwana wayo **( Kol 1 : 13 )**
- Ndi umuco n'umunyu w'isi **( Mat 5 : 13, 14 )** nzoba nka Kristo igihe azogaruka **( Yoh 3 : 1, 2 )**

**Integuro y'igikorwa**
Mwige Bibiliya mukoresheje ubuhinga bwo kuyireka ikivugira.
Ku gice **c'Abanyefeso 4 : 17 – 5 : 21**.

## INTAMBARA Y'IMPWEMU – Integuro y'imenyereza 3
## -- Ibitero abashinga amashengero bahangana na vyo.

I. **Aho satani akunda kugaba ibitero – Ni hehe satani agaba ibitero ?**

A. Ibitero mu bijanye n'umubiri **– Mat 9 : 32 – 33, Luka 13 : 16, Mariko 5 : 1-13 ; 1Yoh 2 : 15 – 16**
B. Ibitero mu bijanye n'ibintu **– Mat 4 : 8**
C. Ibitero mu bijanye n'ubwenge **– Mariko 5 : 1 – 10**
D. Ibitero mu bijanye n'impwemu **– 1 Tes 3 : 5**

| |
|---|
| Mu migwi mito, muganire ku bibazo bikurikira ( iminuta 15 ) |

1. Mwoba mwarigeze guterwa mu bijanye n'ibintu canke umubiri nk'indwa, ubukene, ivyipfuzo, ubushobozi canke ubutunzi ? Asangwa vyarabaye mutange uburorero bwavyo.
2. Hari uburyo bwumvikana bushobora gutandukanya ingorane z'ubwenge zisanzwe n'izizanwa n'ibitero vy'umwansi ?
3. Ni ibihe bikorwa vy'ibigirwamana vyiganje mu karere kanyu ?

II. **Uko womenye ko ingorane ari iyisanzwe canke ari igitero ca satani**.

Akarorero : Nari ndyamye jenyene mu cumba nsinziriye cane. Ako kanya nsimbira hejuru ntazi igituma. Umwijima wari mu cumba wantera ubwoba, nkumva umutima wanje urasimba, muguheme sinshikana, kandi nabize icuya umubiri wose. Numvise ko cari igitero ca satani, nicara k'ubuririri, ncana itara maze n'ijwi rirenga ntangura kwatura ko Yesu Kristo ari umwami ntangura no kumusaba kundinda impwemu mbi zishobora kungirira nabi. Uko nasenga, niko numva mboweho, ndongera ndaryama ndasinzira cane.

Uyu muntu avuga iyi nkuru yaketse ko yatewe na satani, ako kanya atangura kwivuna umwansi. Mbega mutegerezwa gukeka ko mwatewe na satani ? Itegereze amashimikiro ya Bibiliya amwe amwe mukwiye kwitaho. Ni urutonde rudafise ico rukurikije :

- Suzuma impwemu urabe ko ziva ku mana **( 1 Yoh 4 : 1-3 )**
- Saba imfashanyo ku muntu afise ingabire yo kurobanura impwemu mu mubiri wa Kristo **( 1 Kol 12 : 10 )**
- Ibigeragezo birashobora kuva ku mana ngo bidukuze tube abashitse **( Yak : 2 – 4 )**
- Ibitwosha nabi biva ku mwansi, nitwemerera ukwipfuza kwacu kubi kukatujana mu nzira mbi, ivyaha nivyo bizokurikira **( Yak 1 : 13 – 14 )**
- Satani adutera ashaka ko dukora icaha ariko Imana ituzanira ivyiza **( Itang 50 : 19 – 20 )**
- Satani ararungika ibintu mu buzima bwacu, ariko nivyo Imana ikoresha kugira ngo yerekane inkomezi mu ntenge nke zacu ( **2 Kor 12 : 7 – 9** )

III. **Uko wokwigwanira mu bitero vya satani**

A. Fata mpiri ivyiyumviro vyose ubitumbereze kuri Kristo.( **2 Kor 10 : 3 – 5 )**
B. Gira ubwenge bushasha ( **Rom 12 : 1 – 2 )**
C. Ambara ibigwanisha vyose vy'Imana ( **Ef 6 : 10 – 18 )**
D. Atura gutwikirwa n'amaraso y'umwagazi w'intama w'Imana ( **Ivyah 12 : 11 )**
E. Ntiwemere ko icaha kikuganza ( **Rom 6 : 12 )**
Ni ibihe biboneka ukwiye gukora ngo ushire mu ngiro uku kwigwanira ?

IV. **Amategeko agenga uguhanga n'ibitero vy'abadayimoni**

- Senga kandi usabe ubwenge buva kuri Mpwemu Yera
- Korana n'abandi
- Menya – gundura igituma ( ivyo biteo vyabaye )
- Banza urwane n'icaha ( **Mat 12 : 43 – 45 )**
- Kubohoka – twofasha abandi gute na twebwe ubwacu kubohoka ?
- Gukurikirana – inyuma y'ukubohoka dukora iki kugira ngo dufashe uyo muntu ?

| |
|---|
| Muri mu migwi mitomito, muganire kuri ayo mategeko rimwe rimwe ni ayahe wiyumvira ko afitiye akamaro ubugingo bwawe ? ( iminuta 20 ) |

**Integuro y'igikorwa**

Mu buzima bwawe no mu bikorwa vyawe nk'uwushinga amashengero, hari ivyo muhura wibaza ko ari ibitero bidasanzwe vy'umwansi ? Asangwa biriho, andika urutonde rw'uburyo twize muri iki cigwa wohangana n'ivyo bitero. Biganire n'uwundi mukristo akuze mu mpwemu, agufashe gusenga.

# IGITABO CA KANE C'INTEGURO Y'INYIGISHO ZA OMEGA

### ISHENGERO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 12 -- Ivyo vyo kwitaho kw' ishengero rikura – ni ryari rihinduka ishengero ?

**I. Ni ryari ishengero riba Ishengero ?**

A. Ni nde yemeza ko ishengero ryabaye ishengero ?

**Inyishu** : Ibisabwa na Bibiliya ( Kuba ishengero mu maso y'Imana ), ibisabwa n'ishirahamwe ( kuba ishengero mu yandi ), ibisabwa n'amategeko ( kwemerwa na Leta ). Ni mu buryo ubuhe imigwi itandukanye iba amashengero mashasha ?

B. Insobanuro y'ishengero ry'ahantu.

Ni iyihe nsobanuro yanyu y'ishengero ( raba igitabu ca mbere – ishengero, icigwa ca 4 )

C. Gutandukanya umugwi n'ishengero

Ni ibiki bisabwa kugira ngo ikoraniro ryitwe ishengero ?

1. Kuba rigizwe n'abizera Kristo – **Ivyanditwe ntibivuga igitigiri ntarengw**a
2. Kuba bahura kenshi kubwo kwumvikana, guhimbaza, no kwigishwa **( Rom 14 : 5 – 6 ) inyubako si nkenerwa cane kugira ngo bitwe ishengero.**
3. Gukora imigirwa y'ishengero **– Ni hehe muvyakozwe n'intumwa havuga ko ishengero rya mbere ryagira umubaizo n'ameza y'umwami ? Inyishu : Umubatizo : Ivyak 2 : 41 ; 8 : 12. Ameza y'umwami – ivyak 2 : 42 ; 20 : 7**
4. Kugira abarongozi babishoboye – **Asangwa ishengero ryemera ko abakur baba benshi, rikwiye kugira n'imiburiburi babiri. Asangwa babona ko ari nkenerwa kugira abadiyakoni, hakwiye kuba ababishoboye babihabwa.**
5. **Kuba ryishoboye mu butunzi.**

   Mbega umugwi udashobora kwitunga urashoborakwitwa ishengero ?

   **( 1 Tim 5 : 17 – 18 ).** Ishengero rya mbere ryarafasha abapfakazi n'abakene bo muri ryo, rikarungika amafaranga mu yandi mashengero akenye, kandi rigafasha abatumwe gushinga amashengero. Umugwi w'imiryango cumi ushobora gutunga umurongozi umwe. Asangwa hari umurongozi w'umulayike adakeneye impembo, ubutunzu butari amafaranga nabwo bwokoreshwa.

II. **Kugira inzego nk'ishengero**

A. Ibice bigize ishengero ry'ahantu rizima – abizera, imigwi, amakoraniro rusangi.

B. Kwongera **" Guhimbaza muri rusangi."**

Imbere y'uko ishengero ritangura uguhimbaza kwa rusangi, suzuma ibi bikurikira :

- Mbega hariho urufatiro rw'imigwi igwiririkana igeze ku gitigiri c'abantu 30 – 40 bakoranira hamwe kenshi na kenshi ?
- Mbega hariho abantu bamenyerejwe nk'abavugabutumwa bahindura abandi bigishwa ?
- Mbega abarongoye ibikorwa baramenyerejwe / barigishijwe kandi bariteguye kwitwararika iyindi migambi mishasha ?
- Mbega abarongozi n'abashinga mashengero barumvikana ku vyiyumviro vy'urufatiro vy'igikorwa vy'ishengero ?

C. **Gukomeza ivugabutumwa, inyigisho n'imigwi yo mungo.**

Mukwiye kubandanya kuvuga ubutumwa, guhura n'abigishwa, no kugira imigwi mito n'igihe muba mwatangura amakoraniro ya rusangi.

**1.** Ni ibiki vya nkenerwa bikwiye kwitabwaho imbere y'uko ishengero rishasha ritangura ugukoranira hamwe kwa rusangi ?
**2.** Ni ibipimo ibihe vyerekana ko ishengero ryiteguye gutangura no kubandanya ugukoranira hamwe kwa rusangi ?
**3.** Dondagura intambwe umugwi canke imigwi myinshi icako kugira ngo ibe ishengero
**4.** Asangwa ishengero rishasha ryaratanguye gukoresha imigwi yo mu ngo, sobanura uruhara rw'iyo migwi mu buzima bw'ishengero rishsha.

## ISHENGERO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 13

### -- Ibiranga ishengero rikura

**Kuronka abantu bashasha, kubagumana no kubashira mu gikorwa.**

**I. Ishengero rikura ni iki ?** Inyishu : Ni irishobora gukura mu bitigiri, mu mpwemu, no mu mibano ( umunyu )

**II. Ugukura kw'ishengero kubaho gute ?**

Amashengero akura **akwegakwega bantu bashasha**
Amashengero akura **agumana abantu bashasha**
Amashengero akura **yigisha abantu bashasha mu buzima no mu bikorwa.**

**III. Ibintu 12 biranga amashengero akura**

Mubaze abamenyerezwa ko bemeranya n'uru rutonde rw'ibiranga amashengero akura :

A. arondera abazimiye
B. Akoresha imigwi mito mito
C. Agira uruhara mu bikorwa rusangi hamwe n'abatizera
D. Akomeza urunani rw'isano n'ubucuti
E. Arahinduka kugira shikire abazimiye **(1Kor 9 :19 – 23)**
F. Yitaho abafise ingorane /ubukene
G. Yakira vuba abantu bashasha
H. Yamana ubuzima bwubakana nk'umubiri
I. Yigisha abayagize mu vy'ugukura
J. Yigisha abayagize gufashanya nk'umubiri
K. Yigisha abayagize kurondera abazimiye
L. Yigisha abayagize gukora mu mashengero mashasha ( kugwirirana )

**Ubuzima bwubakana ni ukuvuga iki ?**
**Inyishu :** Inyigisho za Bibiliya n'insiguro zisobanuritse, ukwumvikana kurimwo urukundo, gusangira ameza y'umwami, ugusenga guhindura ubuzima, no gusangira.

**IV. Gusuzuma no gukirikiran ugukura kw'ishengero**

- Kugira igitabo candikamwo ibitigir vy'abagize imigwi, ababatijwe, abakoranira hamwe, n'ibindi.

**Ibibazo vyo kwiyumvira, gusubiramwo no gushira mungiro.**

- Mbega ishengero ryanyu rirakura ? Mu buhe bryo ? Mu bitigiri ? Mu mpwemu ? Mu mibano ? Bimwe muri ivyo ? Muri ivyo vyose ?
- Mbega ndashitsa intumbero yanje yo kumenyereza abizera banje gukora igikorwa c'Imana, canke ngerageza kugikora jenyene ? Ndabamenyereza nte ? Mbega none bigenda neza ?
- Ni iki cotuma uwutizera shaka kuza mw'ishengero ryanje ? Ni iki cotuma uwizera mushasha ashaka kuhaguma ? Mbega ishengero ryanje rirushirizaho kubakira neza ?
- Mbega noba naratanguye ishengero rishasha ? Umugwi mushasha ? Asangwa bitaraba, ndindiriye iki ?

**Integuro y'igikorwa.**

A. Genda kuramutsa irindi shengero wigize nk'uwuzera mushasha. Mbega uzosubira muri iryo shengero ? Kuki uzosubirayo canke utazosubirayo ? Worigereranya n'ishengero ryawe ? Ni iki wigiyero kizogufasha mw'ishengero ryawe ?
B. Iyumvire ku mashengero ari mu karere kanyu. Ni ayahe muri ayo akuru, n'ayadakura ? Gereranya ibiyaranga ni vyo twabonye muri iki cigwa. Ni ibihe biyaranga biboneka nk'imvo y'ugukura,canke ukudakura ? Mbega mwovuga ibindi biyaranga vyodufasha ?

## ISHENGERO - INTEGURO Y'IMENYEREZWA 14
## -- Uburongozi n'inzego z'ishengero :
## Ni nde abijejwe?

**I.Ishengero ni iki ?**

**II.Ubwoko bw'uburongozi bw'ishengero**

A. **Uburongozi bw'inzego zisumbana**

**1. Ubwepiskopi** - ni uburongozi bw'inzego zo hejuru zigenga amashengero y'ahandi. Ubugenzuzi bukorwa n'abasenyeri b'ishengero. Ububasha bumanuka buva ku basenyeri buja ku bakuru b'ishengero, ku badiyakoni, ku bagize ishengero ( **IvyaK 14 : 23, Tito 1 : 5 )**

**2.Ubupresibiteriyeni** – ni ubwoko bw'uburongozi nabwo nyene bufise inzego zisumbana. Ububasha buri hagati y'abantu batowe baserukira abandi baharanira inyungu zabo babatoye. Ishengero riritorera abakuru baryo. Abo bakuru, hamwe n'umwigisha mukuru ( Pasitori ), nibo bagize inama nkuru y'ishengero. Umwigisha mukuru hamwe n'uwuserukira abakuru b'ishengero ahantu hose nibo bagize inama y'karere igenzura amashengero yose ari muri ko. Abaserukira amanama y'uturere nibo bagize urwego rukuru Sinode. Abaserukira ama Sinode nibo bagize urwego ntayegayezwa / rusangi arirwo rwego rukuru rw'uburongozi. **( Ivyak. 15 )**

**B. Uburungozi bw'abantu benshi**

Mu burongozi bw'abantu benshi, ubugenduzi n'ubutware vyifitiwe n'abagize ishengero. Ububasha buva kuri Kristo ubwiwe aho kuva kurundi rwego rw'abantu canke k'umuntu. Abagize ishengero nibo bifatira ingingo zibagenda kandi bakitoramwo abarongozi babo. Muri uko gukora, bashobora kwemerera abarongozi babo gufata ingingo kanaka, ariko bakabigira mw'izina ry'abagize ishengero, kuko abo nibo bakwiye kwemeza ingingo zose zikomeye ( Ivyak 6 : 5 )

**III.Inzego z'ishengero**
**( I Tim 3, Tito 1, Ivyak 20 : 17, 20 na 1 Pet 5 : 1 : 12 )**

A. **Ivyo umurongozi ategerezwa kuba akwije muri 1 Tim 3 : 1 – 7**

- Kuba ataco aregwa
- Afise umugore umwe
- Yitonda
- Yirinda
- Adakijijwe vuba
- Ashobora kwigisha
- Atarwana, atekereje
- Atagira imitongano
- Yiyubahiriza
- Avugwa neza nabo hanze
- Adakunda amafaranga
- Arongora urugo rwiwe neza
- Atari imborerwa
- Asuzuma ko abana biwe bamwubaha

B. **Ivyo umukuru w'ishengero ategerezwa kuba akwije muri Tito 1 : 5 – 7**

- Kuba inyankamugayo
- Umugabo w'umugore umwe
- Abana bubaha kandi atari abanyangeso mbi
- Atemera ibije vyose
- Atihutira kuraka
- Adakunda kuborerwa
- Adakunda kurwana
- Adakunda inyungu mbi

In small groups, complete the following exercise: (15 Minutes)

By the list of qualifications for Elders/Overseers, write the exact verse from 1 Timothy 3:1-7 and Titus 1:5-9 that supports the inclusion of each quality. Discuss their importance.

**C. Ivyo abadiyakoni bategerezwa kuba nakwije muri 1 Tim 3 : 8 – 13**

- Bubahwa • Bafise imitima itarimwo ijwi ribagiriza ikibi
- Bavuga ukuri • Bagejejwe
- Batari imborerwa • Bafise umugore umwe
- Badakunada amafaranga • Baganza abana babo n'ingo zabo neza

Mukore umwimenyerezo ukurikira mu migwi mito ( iminuta 15 )

Mu rutonde rw'ivyo umudiyakoni asabwa kuba akwije k'urupapuro rwa ………. Mu gitabo ca 4, andika umurongo wose ushigikira ikintu cose nk'uko biri muri **1Tim 3 : 8 – 13.** Muganire ku kamaro kavyo.

IV. **Imigambi y'abarongozi b'ishenegro n'ivyo bagenerwa**

Mu migwi mito, musome imirongo ikurikira maze mukuremwo imigambi y'abarongozi, abungere, abepiskopi

**2 Tim 4 : 5 ; 1 Tim 4 : 1-2, Tito 2 : 1**
Ni izhe nyungu zo kuba umurongozi w'ishengero ? Mukurikije ubwoko bw'uburongozi buvugwa muri iki cigwa, ni ibihe bintu vyiza bishobora kuzana ukugwira kw'ishengero ?
Ni ibihe ibintu bibi bishobora guteza ubukonje mu kugwira kw'ishengero ? Muremeranya n'impanuro za Paulo zo guhemaba umukuru w'ishengero yigisha ? Ishengero muriko murashinga ribivugako iki ?

**Integuro y'igikorwa;**
Cagura bagabo babiri mw'ishengero mushinga mubonamwo ubushobozi bwo kuba abakuru b'ishengero. Tegura urutonde rwo kubakuza no kubageza mu nyifato isabwa iranga umukuru w'ishengero.

## INYIFATO YO MU BURYO BW'IMPWEMU - Integuro y'imenyerezwa 11
## -- Urukundo nk'urufatiro rw'igikorwa

I. **Ubutumwa bwiza nk'icitegerezo c'ubucuti**
Ubutumwa bwiza butandukanye gute n'idini ?
A. **Ubutumwa burakiza**
Ni iyihe mirongo yo mu vyanditwe yerekana ko ubutumwa bukiza ? **Akarorero : Rom 1 : 16**
B. **Ubutumwa burahindura**
Ni iyihe mirongo yo mu vyanditswe yerekana ko ubutumwa buhindira ubugingo ? Akarorero : **Fil 3 : 21, Heb 9 : 14**
**C. Ubutumwa butanga icitegerezo c'ubucuti**
Ni mu buhe buryo ubutumwa butanga icitegerezo c'imibano myiza n'abandi ? **( Ef 4 : 23 )**
**II. Urukundo rw'Imana, rwitanga, rutagira ico ruhagazeko**

A. Icagezwe gikuru **– Mat 22 : 34-40**
B. Icagezwe gisha **– Yoh 13 : 33-34, 15 : 12 – 13**
Mbega mubona urukundo nkuru rutemba mu bizera b'ishengero ryanyu. Asangwa bitari uko biterwa n'iki ? Yesu yashaka kuvuga iki aho yavuga ko aduhaye ibwirizwa/icagezwe gishasha ? – **Yoh 13 : 34 ? Yoh 15 : 12 – 13** hatumbwira iki kuri urwo rukundo rudasanzwe ?
**III Urukundo rw'Imana rukoreshwa mu bucuti**

**IV Urukundo nk'urufatiro rw'igikorwa**

Musome imirongo ikurikira maze muvuge ubucuti umurongo wose nerekezako : **1 Tim 3 : 5, 1 Tes 5 : 12 – 13, Ivyak 20 : 28, Gal 6 : 10, Mat 22 : 36 – 40**

**Ibibazo vyo kwiyumvira, gusubiramwo n'ugushira mu ngiro**

- Wosobanura ute ijambo " Mugenzi." Nk'uko rikoreshwa mu cagezwe gikuru ( ukunde " mugenzawe " nk'uko wikunda ). Vyozana izihe nyungu ishengero ryose riramutse ryumvise iri tegeko?
- Yesu yagomba gusigura iki mu kuvuga ngo mukundane " nkuko nabakunze." ?
- Mbega ni ivyo abarongozi cane cane kwumvira iri bwirizwa kuruta abandi bizera mw'ishengero ? Kuki ari vyo canke atari vyo ?
- Wewe akunda abantu ate ?
- Iyumvire ubudasa urukundo ruzana mu bantu bakurikira : umuryango/abavukana, abizera ni abatizera, abanyeshengero, abarongozi.
- Ni ubuhe buryo ugukura mu kwizera kwacu bushobora guhindura uburyo dukunda abandi ?

**Integuro y'igikorwa**.

- Saba Imana ikwereke abizera bamwe ukwiye kwereka urukundo rumeze nk'urwo Yesu adutegeka. Andika amazina yabo n'ico uzobakorera. Usigaze umwanya wo kwandikamwo ico bizovyara ni cashoboka.
- Saba Imana ikwereke " bagenzi bawe " bamwe ukwiye kwereka urukundo. Andika amazina yabo n'ico azokora ngo ubereke urukundo. Usigaze ikibanza co kwandikamwo ico bizovyara ni cabaho.
- Iyumvire umuntu mubana wo hafi ( uwo mwubakanye, umuvyeyi, umwana ). Uwo muntu umukunda ate ? Ni gute ukutizera ubutumwa kwawe kwazanye ubukonje mu buryo ubakunda ? Ni ibihe vyaha ukwiye kwatura imbere yabo ? Iyumvire uburyo buboneka ugiye kubakunda bitewe n'uko ukwizera ubutumwa kwawe kwahembutse.

## INYIFATO YO MU BURYO BW'IMPWEMU – Integuro y'imenyrezwa 12 -- Gutahura umutima wa Data

I. **Imigani itatu y'ivyazimiye – Luka 15**

**A. Uko vyari bimeze muri Luka 15**

Hano turabona Yesu akikujwe n'abatozakori « n'abanyavyaha. » bafise amatsiko yo kwumva ingene yigisha ( Luka 15 : 1 ). Ibaze uko vyari bimeze kuri Yesu yicaye avuga inkuru hagati y'abatozakori n'abanyavyaha. Mbega ivyo vyari kubera hehe – Hanze ? Ku mbuga y'urugo ? Hejuru ku nzu ? Ni abahe bantu bari aho mu bakoraniye aho Yesu ari ? Ni ibiki bari bafise ku meza ? Mbega vyari ivyokurya ? Mbega bariko baratwenga ? Mbega abantu bagerageza gutera inkuruYesu z'ivyabo na bo ? Ni mwamara kubona ikigereranyo mu bwenge bwanyu ca Yesu ari kumwe n'abatozakori n'abanyavyaha, muce mwiyumvira abafarisayo n'abahinga b'ivyanditswe ( Luka 15 : 2 ). Bo bari bicaye canke bahagaze he ? Ico tuzi ni uko batari mu cumba kimwe.n'abatozakori n'abanyavyaha. Abafarisayo ntibivanga n'abanyavyaha. Birashoboka ko bari bahagaze hanze mu mwijima canke hirya gatoyi y'ikoraniro – Bitanguye gatoyi kugira ngo ntihagire n'umwe muri abo banyavyaha abakorako. Mbega abafarisayo bariko baharira ku biki hagati yabo ? Iyumvire gato ukuntu vyari bimeze maze murabe akayaga kari hagati ya Yesu n'ishengero rimukikije hamwe n'abafarisayo. Ivyo bikiri mu bwenge bwanyu, musome imigani Yesu yaciye mu bice bisigaye vya kino kigabana.

**B. Imigani**

Mwiyumvira ko umuvyeyi, umugore n'umwunegere bumva bamerewe gute bamaze kubona ivyo bari bazimije ? Mwiyumvira ukunezerwa kumeze gute ? Wewe wokora ibirori bimeze bite uramutse ubonye ikintu c'agaciro wari watakaje ?

Hari itandukaniro hagati y'imigani ibiri itangura ( Intama yazimiye n'ifaranga ryatakaye ) n'uwanyuma ( umwana w'icangazi ). Aho umugani w'umwana w'icangazi utandukaniye n'imigani itangura, nta muntu yagiye kumurondera. Kuki bimeze gurtyo ? Bamwe bavuga ko ivyo vyerekana uwo ari we wese akwiye

gufata ingingo ku giti ciwe yo kugaruka mu rugo rwa Data. Ivyo birashobora kubamwo ukuri, ariko s'ivyo Yesu yashatse kwerekana hano. Hari imvo ikomeye tuja kubona ni witegereza neza ayo majambo.

II. **Umugani w'umwana w'icangazi**.

A. **Umuvyeyi**
B. **Umwana w'umuhererezi**
C. **Umwana w'imfura**
D. **Iserangura / umwihwezo**

III. **Gushira mu ngiro – Mbega adukunda nkuko Data akunda ?**
Emerera abamenyerezwa umwanya wo kwandika inyishu zabo bwite kuri ibi bibazo bikurikira..
Ingorane ikomeye cane ku bizera, ni uko naho twe twahoze turi ivyangazi hanyuma tukagaruka mu rugo, hari aho dushaka kwifata nka wa mwana w'imfura. Yesu ashaka ko twihana nk'uko umwana w'umuherezi yabikoze kandi tugakunda nk'uko se yakunze.
Ibibazo bikurikira biragufasha gusuzuma ko uko uhagaze ( Ko woba umeze nk'umwana w'imfura canke aari ko umeze ).
Mbega nifata gute imbere y'abazimiye? Mbega ndabakengera? Ndabacira urubanza? Ndabagirira impuhwe? Ndabumvira ikibabarwe?
Iyumvire igihe woba warabanye n'abantu "batipfuzwa "wavyifashemwo gute? Mbega ndafise umutwaro wo kurondera abazimiye, canke ndindira ko bansanga mu rugo? Gereranya n'amajambo ya Yesu muri Luka 19 : 10. Mbega biranyorohera "gusangira "n'abanyavyaha ? Mbega nitwararika cane ivyo abantu bashobora kumvugako kuruta uko nitwararika abanyavyaha bazimiye " nirukanga negera abanyavyaha" no kubereka impuhwe, canke ndabatererana ivyaha vyabo?
( Akarorero : Nifata nte iyo imborerwa canke umusambanyi aje mw'ikoraniro ryacu ?). Mbega urkundo nkunda Data rugaragazwa n'uko nkunda abo Data akunda ? Iyo abanyavyaha bihanye, ndanezerwa nkabakira nka barumunanje na bashikanje ? Ubwo sinoba nirirwa nidoga ko nkora cane ntihagire uwubinshimira, aho kunezerwa n'uko abanyavyaha bihana ngo nezeranwe n'umwami ?

**Integuro y'igikorwa.**
Soma **Luka 15.** Maze wongere usome kandi wandike inyishu ku bibazo vyo gushira mu ngiro. Mara umwanya usaba Imana kugira ngo iguhe umutima w'impuhwe ku bantu nk'uwo ifise. Asangwa hari ivyo ukeneye kwatura imbere yayo, ubikore. Asangwa hari ivyo kwaturira abandi canke hari izindi ntambuko ukeneye gutera kugira ngo ubane n'abantu nk'uko Imana ibana nawe, ungera uvyandike.

## INYIFATO YO MU BURYO BW'IMPWEMU – Integuro y'imenyerezwa 13
## -- Ubuntu ni ubwo abicisha bugufi

I. **Guca bugufi – Guca bugufi ni iki ? ( Rom 12 : 3, Ef 2 : 3-8 )**

| |
|---|
| Mu gihe turiko turasoma ibi, umwe wese arashobora kwisuzuma akurikije, ibibazo vy'" isuzuma ry'ukwicisha bugufi." Ukoresheje izi nyishu : igihe cose, rimwe na rimwe, nta na rimwe |

**Isuzuma ryo guca bugufi**

1. Wakira ute abakuraba ku kajisho
2. Mbega abantu bumva bagifiseko umwidegemvyo ? Urumvikana n'abandi ?
3. Ukunda kuba mubaja mu mpari zo kurwanira ubutegetsi ?
4. Hariaho usanga wafashe abantu bose nk'abanyamakosa kiretse wewe ?
5. Woba ufise uburake butibonekeza mu buzima bwawe ?
6. Mbega urashobora kunezerwa n'ivyo abandi bashitseko ?
7. Mbega abandi bakwiyumvirako uri umuntu atabemera ?

8. Mbega ukunda kwisanga kenshi uri nyamwigendako uhanganye n'abandi ?
9. Urakunda kwumviriza abandi, urashobora kwitaho inyishu z'abandi kuruta izawe nk'uko ari vyo bikwiye gukorwa ?
10. Mbega urakunda kuja mu kibazo co hasiuvyigombeye ? ( **Luka 14 : 7 – 11 )**
11. Urakunda kugira imbabazi no kuba umugwaneza, canke ingeso zawe zirahanda ?
12. Mbega ugusenga ni vyo vya mbere umutima wawe ushimikirako ?

II. **Uburorero bwo guca bugufi**

A. **Yesu**

Uguca bugufi kwa Yesu kwari gushimikiye ku kwumvira se kwuzuye. **Yohana 5 :19-20** na **Yoh 14 : 10** havuga ko ivyo akora ari ivya se ? None ubuzima bwacu tububamwo dute. Ni gute dushobora kumera nka we ?

B. **Paulo**

Mu vyiyumviro vyawe n'ubuzima bwawe ni iki " kimeze nka Sauli**." ( Ef 3 : 4 – 11, 2 kor 11 : 22-29 ). Ni ibiki " bimeze nka Paulo." ? ( 1 kor 15 : 9,2kor12 :9-10 )**

III. **Ugusenga kwerekana uguca bugufi ku Mana**

Mbega ukuvugana n'Imana bishoboka bite mu rusobane rw'imyitwarariko yacu ya misi yose ?

IV. **Ubugingo bwa Gikristo Burangwa n'uguca bugufi**

Asangwa tumara umusi wose dukora duhagarara ngo twumvire ubugombe bw'Imana iganza vyose mu rukundo ku kibazo kanaka, mbega tuba twerekanye uguca bugufi kuri ico kibazo ? Ivyo vyerekana iki ku buryo bwacu bwo gusenga no kubaho ?

Ni gute umuntu aca bugufi arongora neza kuruta umuntu yirata ?

**Soma 1 Petero 5 :1-6** muganire ku co twokwigira ku burongozi burangwa n'ukwicisha bugufi muri iyi mirongo :

- Ni kuki wiyumvira ko Abakristo benshi, harimwo n'abarongozi,bagira ingorane yo guca bugufi ?
- Ni mu buhe buryo usanga guca bugufi bigoye ?
- Ni kuki Imana igirira ubuntu abicisha bugufi ?
- Ni irihe tandukaniro uguca bugufi gushobora kuzana mu buzima bw'uwushinga ishengero ?

**Integuro y'Igikorwa**.

- Rondera umuntu w'umwizigirwa mufatanya, umuntu mushobora kuganira mu kuri no mu muco.
- Saba uwo mugenzi wawe kugufasha gusuzuma ibiri mw' « isuzuma ry'uguca bugufi. »
- Muri nankana yawe ( ikaye yawe ) y'impwemu, andika ivyo ushaka ko vyohinduka mu buzma bwawe ?

## UGUSENGA – Integuro y'Imenyerezwa 8, 9 -- Integuro yo gusenga : Gusengera muri Bibiliya

**( Tegekanya ko iki cigwa kimara amasaha abiri )**

I. **Ubutumwa ku bantu bose** – Ni izihe ncuro zine ugusenga kwazanye inkomezi n'umwete mu gushinga intahe mu **Vyakozwe n'Intumwa** ?

**A.Ku bigishwa 120 mu Vyak 1 : 12-14**
**B. Kw'isi**
**hengero ry'I Yerusalemu mu Vyak 4 : 23-31**
**C. Petero ari mu nzu yo hejuru mu Vyak 10 : 9 – 15**
**D. Paulo na Barunaba muri Antiyokiya mu Vyak 13 : 1-3**

**Integuro yo gusenga : gusengera isi**

**(** Koresha ubu buryo bubarongore mu gusengera hamwe uyu musi )

A. **Sengera ibibazo n'ingorane zawe bwite**

Dukwiye kubanza gutura imitwaro yacu kugira ngo tubone uko twitaho ivyo Imana ishira ku mitima yacu vyerekeye ibihugu vyacu, ibisagara vyacu, imihana yacu, n'babanyi bacu.
Mwigabanyemwo imigwi ya babiri canke batatu, mubwirane muri make ivyo mukeneye, hanyuma mumare akanya musengeranira.

B. **Musengere ishengero ry'Imana**

Mufate iminuta mikeya yo gusengera hamwe nk'umygwi ku kintu cose muri ibi bikurikira :

1. Musengere ubumwe
2. Musengere urukundo rwa Kristo
3. Musengere kwumvira

C. **Musengere abakozi benshi mu vyimburwa vy'Imana hano no mw'isi yose.**

D. **Musengere abashinga amashengero**

Musenge muvuga amazina y'abo muri kumwe n'abandi muzi bashinga amashengero mashasha ahandi.

**E Musengere abakuru mu ntwaro b'abanyagihugu n'abo ishengero**

Mwigaburemwo imigwi mito musengere Reta yanyu n'abandi barongozi mubavuga amazina, kugira ngo Imana ibakoreshe mu kuzana akayaga keza ko kuvuga ubutumwa**.**

**F. Musengere igihugu canyu n'ibindi bihugu vyo kw'isi**

Murangize iyi nteguro yo gusenga mufatanya nk'umugwi mu gusengera ko abantu bo mu bwoko bwanyu bakizwa ndetse n'abo mu yandi moko yo mu gihugu canyu no kw'isi yose. Muvuge ubwoko ubwo ari bwo bwose mw'izina uko Imana irizana mu vyiyumviro vyanyu.

## UBURONGOZI–Integuro y'Imenyerzwa 6--Uburongozi bw'Ubushumba

I. **Uburongozi bw'ISI**

| Mu migwi mito, muyage kuri ibi bikurikira ( iminuta 15 ) |
|---|

Iyumvire ku murongozi usanzwe uzi neza.? Ni ku ruhe rugero uwo murongozi akurikiza ibi vyiyumviro :
*Ntushobora kwizera ko abantu bakora ivyo ushaka ko bakora
* Ni wizera abantu cane, bazokugarariza ibigirankana
* Abarongozi bakoresha ububasha bwabo bakurikije umwanya bafise canke akamaro kabo.
* Abantu bazokora ivyo ushaka ko bakora batewe umwete n'impembo canke ibihano
Abarongozi bategerezwa kwirinda kwegera cane abo barongoye, kugira ngo ntibabone nk'abanyantege nke.

**Uburongozi bw'Ubushumba.**

A. Mwiyumvira mute ko Ubushumba n'uburongozi bigendana ?
B. Ni ukuhe kuri kwa Gikristo yo yo gutera umwete n'uburongozi aboneka muri iyi mirongo ikurikira?

- Abantu baremwe mw'ishusho y'Imana, kubw'ivyo bafise agaciro kadasanzwe **( Itang 1 : 27-28 )**
- Abantu baterwa umwete wo gukora neza ivyo babona ko bikorwa kubwo icubahiro c'Imana **( Kol 3 : 23 )**
- Umurongozi atorwa n'Imana kandi ububasha bwiwe abukura kuri yo **( Rom 13 : 1 )**
- Abarongozi b'ukuri babona abandi nk'abavukanyi, atari nk'inyagano, kandi bagakorana na bo mu mpwemu yo guca bugufi n'umuco **( Yohana 15 : 15 )**
- Abantu ntibazokora canke ngo batere imbere badahawe umwidegemvyo wo gukora ngo bashobore canke bananirwe.

| Mu mugwi muto muganire ibi bikurikira ( iminuta 15 ) |
|---|

Iyumvire k'umurongozi musanzwe muzi neza, mutavuze uwo muntu mw'izina, muganire uburyo inyifato yiwe nk'umurongozi ihwanye n'ukwo kuri tubonye.
Ni uruhe ruhara uburongozi bw'ishengero bukoresha ukwo kuri bufise ugereranije n'ubudakurikije ukwo kuri ?

**III.Inyigisho z'isezerano risha ku burongozi bw'Ubushumba.**

A. **Akarorero n'inyigisho za Yesu ( Mat 20 : 25 – 28, Ef 2 : 1 – 11, Yoh 15 : 15 )**
B. **Akarorero n'inyigisho za Paulo ( 1 Tes 2 : 6 – 9, 5 : 14,Rom 15 : 1, Gal 6 : 1-2 )**
C. **Akarorero n'inyigisho za Petero ( 1 Pet 5 : 1 – 4 )**

**IV.Ibisabwa hamwe n'ibiranga Umurongozi w'Umushumba:** Umuntu wese mubamenyerezwa ni iyihe amanota 1 kugeza 5, akwiriye ko 1 bivuga ko aya majambo adahuje nawe, nayo 5 bivuga ko aya majambo ahuje nawe.

- Umurongozi w'umushumba yubaka kandi agakomeza amahoro **( Ef 4 : 3** ) yirinda impari zerekeye gutorwa, kwemerwa, n'amacakubiri
- Abarongozi b'abashumba ntibakangwa n'inkomezi canke ivyo abandi bashitseko. Ahubwo boha agaciro izo nkomezi bakazikoresha kugira ngo bashike ku ntumbero umugwi wihaye.
- Umurongozi w'umushumba " yubaka " abandi umurongozi w'umushumba atera aband umwete kandi akabashira hejuru mu buryo bwose. Arashimishwa n'ivyo abandi bashitseko naho vyoba ari bitoya cane.
- Abarongozi b'abashumba baharanira gutera imbere, naho bogira ukwiyorosha n'ukuremera abandi.
- Abarongozi b'abashumba bavuga abandi neza igihe cose
- Umurongozi w'umushumba yubaka urugo runini rw'abandi barongozi bakorana
- Abarongozi b'abashumba bakoresha ububasha mu buryo bukwiye ( mu nzego, mu gushira hamwe, nk'inararibonye, ku ruhande rwabo bwite mu mpwemu )
- Umurongozi w'umushubma ntakura akamaro kiwa, agaciro kiwe canke ukumenyekana kwiwe ku giti c'uburongozi afise
- Umurongozi w'umushumba ntafata ingingo akurikije intambwe ziwe, gutera imbere kwiwe, kumererwa neza, kwongera ububasha, canke ikibanza arimwo mu kibanza c'abo qrongoye.
- Umurongozi w'umushumba yitangira iterambere ry'abo arongoye, ibikorwa vyabo, mu kwiyungunganya kwabo, kandi ubwo ni bwo buryo bwo kubereka urukundo.
- Umurongozi w'umushumba ategura abandi barongozi b'abashumba, kugira ngo aronkere uburongozi amashengero mashasha, kandi avyara ayandi.

Uhereye kuri uyu mwimenyerezo, woba wabonye ibice bimwe bimwe vy'uburongozi bw'ubushumba woba ukeneye kurangura ?
Ni ibihe bice biri kuri uru rutonde wiyumvira ko bikunda kunakira abarongozi b'amashengero ?
Muri rusangi, ni iki umurongozi w'ishengero yokora kugira ngo arushirizeho " gusa na Kristo " mu burongozi ?

**Ibibazo vyo kwiyumvira, gusubiramwo n'ugushira mu ngiro.**

- Ni kuki bigoye ko umurongozi w'ishengero aba umushumba ?
- Ni iyihe imitwaro imwe imwe uwushinga ishengero akwiye kwitegurira Kwikorera? Sobanura uburyo uwshinga amashengero akaba n'umushumba aba akwiye.
- Ni ibiki ugomba ko bihinduka mu buzima bwawe no mu gikorwa cawe kugira ngo urushirizeho kuba umurongozi w'umushumba ?

## UBURONGOZI – Integuro y'Imenyerezwa 7 -- Ivyo kwitwararika mu burongozi.

Ni kuki abarongozi bamwe bananirwa abandi na bo bakoroherwa ? Mbega birashoboka kuronka umurongozi w'indemanwa yoshobora ibindi vyose mu migenzo yose ? Twoshobora gukoresha imvugo ikaze nk'iyi ngo " igihe cose umurongozi ategerezwa …"
Ni kuki abarongozi bamwe bakora ,eza muri bimwe bakananirwa mubindi ?

I. **Ibiranga umurongozi.**

**A. Umurongozi ubwiwe –** Mbega inyifato ni ngombwa cane mu burongozi ? Kuki ?

**B. Umurongozi akorana ate n’umugwi ?** Akoresheje “ kubabwira”, “ kubemeza “, “ gufatanya n’abandi “, canke gutanga ibikorwa “. Ni iki muri ibi vyose tuvuze kikworohera mu gukorana n’abo urongoye ? Kuki ? Ni izihe ngaruka zizamwo n’ubu buryo mu buzima bw’abo urongoye ?.

**C. Kuba umurongozi yumva intumbero yiwe –** Ubwirwa n’iki ivyo utegerezwa kumenya ku ntumbero abagize umugwi wawe bakora ? Inyishu tuzi nyinshi mw’ibanga ariko ntidukora vyose.

II. **Ibiranga imigwi**

A. **Ubuhinga n’ubushobozi bw’abagize umugwi** – Ubuzima n’inyifato y’impwemu, ivugabutumwa, no kwubaka ubucuti vyose ni nkenerwa cane ku muntu ashinga ishengero. Mbega hoba hariho kimwe ca nkenerwa gusumba ibindi ? Mbega umurwi mukorana urafise inararibonye, urakeneye inyigisho nkarishabwenge, ririteguye kurungika abandi mu gikorwa ? Barazi ingabire zabo ?

B. **Ukwitanga kw’abagize umugwi ku ntumbero –** Mbega akazi n’umuryango birasekana. Mbega abagize umugwi wawe barafise ukwitanga ?

C. **Ubucuti hagati y’abagize umugwi –** Ingorane z’ukutumvikana zisanzwe muzitorera umuti gute ? Ukutumvikana kwo mu mugwi mugutorera umuti gute ?

III. **Uko imigambi imeze**

Mbega abagize umugwi wanyu baratahura neza intumbero yo gushinga ishngero uko imeze ?
Mbega woba wibanda cane kugushitsa intumbero ko kwubaka ubucuti mu bagize umugwi ?

**Ibibazo vyo kwiyumvira, kwiyibutsa no gushira mu ngiro**

- Ni ibihe bintu bitatu bagira mu gikorwa c’abarongozi ?
- Ni ubuhe bwoko bw’uburongozi bukunda gukoreshwa mu gihugu canyu ?
- Ni ubuhe bwoko bw’uburongozi bukunze gukoreshwa mu mashengero yanyu ?
- Ni ubuhe bwoko bw’uburongozi bwakoreshejwe n’abantu bagize ico bahindura mu buzima bwanyu

**Integuro y’igikorwa.**

Andika icegeranyo c’ibintu butandukanye biranga uburongozi bwawe wishura ibi bibazo bikurikira :

**1. Idondore wewe nk’umurongozi**

- Ni ubuhe bwoko bw’uburongozi ukunda gukoresha
- Ni izihe ntege nke ukunda kwibonako ubwawe ? Ni iki wokora ngo urwanye izo ntege nke zawe ?

**2. Dondora umugwi wawe**

- Dondagura ubuhinga bwabo n’ubushobozi bwabo.
- Ni uruhe rugero rwabo rw’ukwitanga ku ntumbero ?
- Mbega hoba hari amatati hagati y’abantu akwiye gutorerwa umuti ?

**3. Sigura intumbero yawe**

- Mbega uriko urashinga ishengero mu bantu bahariza canke batakora ubutumwa bwiza ?
- Mbega wewe canke abagize umugwi wawe muri nk’ « abo hanze » canke «  abanyamahanga.” kuri abo bari hamwe ?
- Hoba hari ingorane z’ubutunzi zituma gushinga ishengero bigorana
- Murafise amakuru ahagije yerekeye aho mukorera ?

Wewe n’umugwi wawe murazi neza intumbero zanyu ?

- Mbega murafise urutonde n’inyigisho nkarishabwenge vyumvikana bishingiye ku bushakashatsi mwakoze ?
- Hoba hari ibifise inkomezi vyo mu mpwemu mukwiye guhangana na vyo ?
- Hoba hari ingorane zijanye n’intwaro y’igihugu bituma ibintu bigenda nabi ?
- Mbega urafise ibikenewe vyose vyo guheraheza intumbero ?
- Imana yaguteguye gute, wewe n’umugwi wawe, kubw’ico gikorwa ,

**4. Incamake**

- Ni iki ushaka gushimikirako cane, nk’ivyavuye mu vyigwa wize ?
- Ni ubuhe bwoko bw’uburongozi bwokora neza mu bikorwa, kandi kuki ?

## UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 8 -- Ubwoko bw'ugukoreranira.

I. **Ubwoko bune bw'ugukoreranira**

A. **Uwukora - "** Aritanga agahangana n'ingorane kugira ngo habe ihinduka mw'igenda neza ry'igikorwa." Abakora baba ari abantu babishoboye, bemera ingorane, kandi bakazitorera umuti mu buryo bwihuta kandi bukwiye. Ni abantu b'abanyamwete kandi bashobora kwizerwa ko bazokora ibintu neza. Abakora ntibagira ubwoba bwo kwiheba, rimwe na rimwe bakora ibikorxa vyinshi ndetse ugasanga bikeka iyo ibintu bitagenda neza. Akarorero Paulo ( Ab'I Filipi 4 : 13 )

B. **Abaremeshakivi – "** Ni abahimiriza abandi bakanabemeza gukorera hamwe ngo bashike kubikomeye." Abaremshakivi ni abantu bama bashira imbere iciyumviro c'uko ibintu bishoboka, kandi bazi kubana n'abandi. Ni abantu bashobora gusobanura ibintu n'ibishoboka kuburyo uwariwe wese abitahura kandi akavyitangira. Kubera ko usanga bashobora gutarwa n'ibintu vyinshi icarimwe, birabagora kuguma mu ntumbero imwe. Akarorero : Petero ( Matayo 14 : 28,16 : 16 )

C. **Inkingi y'umurwi – "** Ni umuntu afatanya n'abandi kugira ngo barangize intumbero n'urutonde." Inkingi z'umugwi ni abantu bashigikira, abantu bizerwa kandi bakunda kwitaho ingorane z'abandi. Bashobora kwizigirwa ko bazokora ivyo bahawe n'umurongozi kandi ntibaca intege umuntu n'umwe mu bitangiye gukorana. Inkingi z'umugwi ni abantu badashobora gukora neza bonyene kuko kenshi badakunda gusigura ijambo ry'Imana. Akarorero : Barunaba ( Ivyak.15 : 37-39 )

D. **Abiyumvira. "** bashishikara gushitsa intumbero n'urutonde mu bwizigirwa ku kantu ako ari ko kose." Abiyumvira ni abantu bagisha umutima inama, bagerera ku murongo, kandi bitaho n'utundu dutoduto. Barashobora kwizerwa ko bazokurikirana imigambi abandi bumva igoye cane. Abiyumvira barakunda gukorwa n'ukwemera ihindagurika rya giturumbuka, ndetse bakaba banka gukurwa kw'ijambo iyo bahuye n'ibidatahuritse. Akarorero : Luka ( Luka 1 : 1-4 )

**Muri ubu bwoko bune bwose, ni ubuhe busa na bwo ? Ubwa mbere — ubwa kabiri — ubwa gatatu — ubwa kane — ?** ( Shira akamenyetso aho wisanga )

**II. Uwukora**

| | |
|---|---|
| Yipfuza ibihe bimwemerera : umwidegemvyo, ububasha, ubudasa, imigambi ikomeye, gutera umwete umuntu wese | Yakira neza cane abandi bantu **:** batanga inyishu zitomoye, bitaho ico bakora, batsindagira ibifise ishingiro, bahimiriza abandi. |
| Abameze nkawe bashobora kukubona : nk'uwudakurwa ku ngingo, uwuganza, uwukwiye, uwukunda ibifadika, uwiyemeza | Abo mutandukanye bashobora kukubona : nk'uwihutagiza, uwusunika, uwutwaza igitungu, intagondwa, uwishima. |

**INTAMBWE ZIMWE Z'IBIKORWA**

- Iga gutega amatwi, wihangane.
- Irinde kugenzura vyose
- Imenyereze kurushaho kwitaho abandi
- Emera guhinduka no gushigikira abandi
- Sigura igituma ibintu bimeze uko biri

**III. Umuremeshakivi**

| | |
|---|---|
| Yipfuza ibihe bimwemerera : Kuboneka, isano ry'ubucit, umwidegemvyo wo kwitaho utuntu dutoduto, amahirwe yo gukangura no gufasha abandi, ukwiyagura mugutanga ivyiyumviro | Yakira neza cane abandi bantu : bumvikan kandi batahura abandi, bemerana kandi bakirana, bashaka ko na batobato bagira uruhara. |

| | |
|---|---|
| Abameze nkawe bashobora kukubona : nk'uwubashigikira, uwukorana ubwira, uwuvuga mu bikorwa, uwiyegereza abandi, umuntu wo kwiyegerezwa | Abatandukanye nawe bashobora kukubona : nk'uwunezerwa vuba, uwita imbere, uwishura vuba, uwukoresha abandi nk'impumyi, uwuvuga menshi |

**INTAMBWE ZIMWE Z'IBIKORWA**

- Gabanya ukwihutagiza – Suzuma ivyiyumviro vyawe
- Rushaho kurongorwa n'ingaruka nziza z'ibintu
- Cungera ibikorwa n'umutima utekanye
- Ibande ku tuntu dutoduto / Ibiriho
- Itonde, tega amatwi, ntaco uvuga cane

**IV. Inkingi y'umurwi**.

| | |
|---|---|
| Yipfuza ibihe bimwemerera : kumenya ubuhinga bw'ubumenyi bw'umuntu wese, ishusho y'umurwi, gutanga icitegerezo, umutekano, intumbero zumvikan, n'ivyo umuntu wese ashinzwe | Yakira neza cane anadi bantu : Bakorerana nk'abavukanyi, batanga igihe co kwakira ihindagurika, batanga uwmidegemvyo wo gukora ivyo bashoboye, bafasha abandi. |
| Abameze nkawe bashobora kukubona : nk'uwudashigikira, umunyabugombe, uwo kubunganira, uwizerwa, uwuryohera abandi | Abatandukanya nawe bashobora kukubona : nk'uwigana abandi, uwutiyizigira, uwugendera ka bandi, uwuteba, atugurutse. |

**INTAMWE ZIMWE Z'IBIKORWA**

- Gabanya kugendera ku vyabandi biyumvira
- Rushirizaho kudoma ku ntumbero
- Rushirizaho kurazwa ishinga n'intumbero ubwayo
- Ntaco utinya ibihari ariko ufate ingingo
- Iga kuvuga " Oya."
- Ihatire kuzinduka mu gikorwa

VIII. **Uwiyumvira**

| | |
|---|---|
| Yipfuza ibihe bimwemerera : kuba umuhinga, kugema ku kintu neza, kugira urutonde, umutekano, kudahigurirwa, kugabanya ivyotuma bananirwa | Yakira neza cane abandi bantu : batanga ikindi cizere, bakomeza urunani rw'ugushigikirana, basobanura uburyo bwo gukora bagatanga n'akarorero. |
| Abameze nkawe bashobora kukubona : nk'uwukurikirana, uwutarambirwa, uwukunda urutonde, uwudafyina, uwukora nk'ihinguriro | Abatandukanye nawe bashobora kukubona : nk'uwikeka, uwutamenyerwa, uwurobanura, uwudafata ingingo uwuzana ukurambirwa. |

**INTAMBE ZIMWE Z'IBIKORWA**

- Shimira kugukora ibintu vya nkenerwa – aho gukora ibintu uko ubigomba
- Rushiriza gutanga inyishu vuba
- Tangura kwizera ivyo uhishuriwe ureke kugendera ku biboneka
- Rushiriza kugira ishaka ryo gukora
- Rushiriza kwakira ihindagurika no kwemera guhinduka

- Ntutinye kwubaka ubundi bucuti

Mbega ibi bivuzwe birakuranga ? Ushobora kuyaga ibi n'uwo mwubakanye canke uwundi muntu akuzi neza asangwa bashobora kugusuzumira muri vyo. Wibuke ko uku gukoreranira kudashushanya abantu rwose. Ushobora gusanga udafise aho wibona muri ubu bwoko bwingene abantu bameze. Ku bantu benshi imirwi ibiri ya mbere babayrmwo cane niyo yerekana akameremere kabo. Fata umwanya mutoyi wo kuyaga n'uwundi muri kumwe mu nyigishp ivyo woba wimenyeko. Wishure ibi bibazo mu mirwi mito :

- Ni akahe kayaga ukunda gukoreramwo kurushiriza ?
  Ni abahe bantu ukunda kwakira ningoga kuruta abandi
- Sobanura akayaga ukoreramwo ubu. Uhuje gute canke utandukanye gute n'ako ukunda gukoreramwo ?
- Mbega woba ugira ingorane zo kugira ico uhindura mu bo ukeka ko batandukanye nawe mu kameremere ?
- Ni igiki wimenyeko ubwawe utahora wimenyako ubwambere ?
- Ni izihe ntamwe ushobora gutera kugira ngo urishirizeho gukorana neza nabo muri kumwe ?

Uripfuza kurushirizaho kudoma neza ku ntumbero ? Uripfuza kurushirazaho gutega amatwi. Uripfuza kurushirizaho kwegera abandi ? Ku bwoko ubwo ari bwo bwose bw'ingene abantu bameze uko ari bune, vuga inkomezi n'intenge nke zabwo mu gikorwa co gushinga ishengero :

- Abakora babigenza bate mu gikorwa co gushinga ishengero ? Ni izihe nkomezi zabo n'intenge nke zabo ?
- Abaremesha kivi babigenza bate mu gikorwa co gushinga ishengero ? Ni izihe nkomezi zabo n'intenge nke zabo ?
- Inkingi z'umurwi zibigenza gute mu gikorwa co gushinga ishengero ? Ni izihe nkomezi zabo n'intenge nke zabo ?
- Abiyumvira babigenza bate mu gikorwa co gushinga ishengero ? Ni izihe nkomezi zabo n'intenge nke zabo ?

**Integuro y'igikorwa**

- Kugira ngo utahure neza ibi bice bine, iyumvire abantu batanu mubo musanzwe mugendana, maze usuzume ibikorwa vyabo n'ivyo bakunze kwiyemeza mu bihe bitandukanye vyerekeye ugukorana kwawe nabo.
- Raba " intambwe z'ibikorwa." Zikurikira ku gice cose c'akameremere. Cagura mwo zibiri ugiye kwihatira kwimenyereza imbere y'inyigisho zizokurikira. Ubiganireko n'umumenyereza wawe, kandi umusabe azokubwire uko ugenda ubishikako.

## UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 9 -- Abakenewe mu burongozi

I. **Ni ubuhe bwoko bw'abarongozi ishengero rikeneye ?**

A. **Abarongozi b'imirwi mito canke abarongozi b'imirwi yo mu ngo - abanyabikorwa ( Ivyak. 2 : 46-47 )**
B. **Abarongozi b'amashengero y'abantu – Abamenyereza abandi ( 2 Tim. 2 : 2 )**
C. **Abarongozi b'amashengero mu karere – Abaremeshakivi ( Ivyak.14 : 23 ; 1 Ab'iTesalonike 3 : 2 )**
D. **Abarongozi b'amashengero mu gihugu – Abatanga intumbero (Ivyak 15 : 6 – 11 )**
Izi nzego zine z'uburongozi zihuje zite nizo mwebwe musanzwe mumenyereye ?

**II. Ishengero rikeneye abarongozi bangahe ?**

A. **Umutemere** : Uburongozi bw'ishengero bumeze nk'umutemere. Rikeneye abarongozi bakeyi ku rwego rw'igihugu, n'abarongozi benshi ku rwego rw'imirwi n'amashengero yo hanze.

B. **Akarorero ka Yetiro –** Kuvayo 18, kugira ibitigiri Yetiro yatanze impanuro y'uko abantu 131 canke ibce 13,1 kw'ijana vy'abisirayeri bose bategerezwa kuba abarongozi. Mbega mufise abanti barongoye abanti bashika kuri 15% canke barenga ? Ukurikije " akarorero ka Yetiro .", ni abarongozi bangahe bakenewe mw'ishengero ryanyu ? Mufise bangahe ubu ?

**III. Abo barongozi tubakura hehe ?**
Mwoba mufise ingorane y'ukuronka abarongozi mukeneye ? Asangwa ari vyo, ni kuki ? Mwokora iki kuri ico ?

Ibibazo vyo kwiyumvira, gusubiramwo no gushira mu ngiro.

- Ni abantu bangahe mw'ishengero ryanyu bakora ku nzego kanaka z 'uburongozi ?
- Ni ubuhe bukene bukomeye mufise mu burongozi bw'igikorwa cawe muri iki gihe ?
- Ni igiki mwokora mw'ishengero kugira ngo mumenyereze abarongozi b'imirwi yo mungo n'iyindi migwi ?
- Abarongozi bameze bate mu karere kanyu ? Bamenyererejwe hehe kandi bate ?

**Integuro y'igikorwa**
Kurikirana integuro z'amamenyerezwa n'uburongozi mu karere kawe. Ni ayahe mamenyerezwa ariho mu rwego rwose rw'uburongozi ? Wokwifashisha gute ivyo bikoresho mu gushinga ishengero ryawe ? Ganira ivyo watoye n'umumenyereza wawe.

## UBURONGOZI – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 10
## -- Kumenyereza abarongozi bashasha

Ni kuki gutegura abarongozi ari ivyankenerwa cane ?

**I.Ubururero bwo muri Bibiliya bwo kugwiza abarongozi.**

A. **Isano ryari hagati ya Mossi na Yosuwa** ritwigisha iki ku burongozi **?** ( Kuvayo 17 : 9 – 14 ; 24 : 12-13 ; 33 : 7-11 ; Guharura 14 : 7, 34 : 9 )

**B.Iyi mirongo itwigisha iki ku burongozi bwa Yesu ?** ( Yoh.1 : 35-51 ; Mat.10 ; 17 : 14-21 )

**C. Genzura uburongozi bwa Paulo** ( 2 Ti.1 : 3,2 : 2, Ivyak. 14 : 21-24, Gal.4 : 15, Ef. 2 : 22-24 )
Wewe wamenyerejwe ute nk'umurongozi ? Sigura ibikoresho vyo kumenyereza vyatumye wongerwa ubushobozi bwo kurongora. Ni urukurikirane rungana gute rw'uburongozi ruvugwa muri 2 Tim.2 : 2 ? **Mat. 4 : 19** hahuza gute na **2 Tim 2 : 2 ?**

**II. Intumbero zo kumenyereza**
Mu bikurikira bijanye no kumenyereza, ni ibihe abarongozi bawe boba bafisemwo ubukene bwinshi ? Ingabire za mpwemu, ubushobozi, gutorera umuti ingorane zo mu burongozi, ugukura mu gakiza, n'akameremere k'abantu.

**III.Urugendo rw'intambuko zitanu zo kumenyereza abarongozi bashasha**

1. Intambuko ya 1 : " ndabikora."
2. Intambuko ya 2 : " ndabikora undabe."
3. Intambuko ya 3 : " turabikora twempi."
4. Intambuko ya 4 : " urabikora nkurabe."
5. Intambuko ya 5 : " urabikora."

Ibibazo vyo kwiyumvira, kwiyibutsa no gushira mu ngiro.
Ni kuki uburongozi ari nkenerwa cane ? Wamenyererejwe he nk'umurongozi ? Sobanura ibikorwa vyo kumenyereza vyatumye wongereza ubushobozi bwo kurongora.

**Integuro y'igikorwa.**

Fata ikintu gisanzwe uzi nko kunyonga umuduga, guteka ibiraya, canke kubaza intebe. Igisha uwundi muntu kubikora ukoresheje za ntambuko zitanu twize muri iki cigwa. Sobanurira umumenyereza wawe ivyavuyemwo.

**Uburongozi Ivyongeweko 10A**

**Ivyiza bikwiye kwitabwaho mu murongozi mushasha**

**I. Intumbero rusangi zo kumenyereza**

Izi ntumbero zikurikira, ni ngombwa cane ku ntambuko iyo ari yo yose y'uburongozi :

- Yubaka ubucuti budasanzwe hagati yiwe n'Imana
- Yerekana ivyamwa vya mpwemu
- Akoresha ingabire ziwe mu gikorwa
- Agira urukundo rukura ku Mana no ka Bantu
- Yerekana ukutagira agasembwa mu ngeso
- Yumvira ububasha bw'ishengero ry'ahantu
- Yerekana urukundo no kwitaho abantu bari hamwe mu mirwi
- Abana neza n'ayandi mashami y'umubiri wa Kristu
- Akurikiza inyigisho za Bibiliya mu bucuti
- Atorera umuti neza amatati hagati y'abantu
- Arumviriza abandi kandi akabishura uko bikwiye
- Yizera neza ko Bibiliya ari ijambo ry'Imana
- Afise ubumenyi yokoresha mw'isezerano risha n'isezerano rya kera
- Yiga kandi agashira mu ngiro Bibiliya

**II. Intumbero zo kumenyereza abarongozi b'imirwi mitomito.**

- Kugira umutwaro w'imitima y'abantu
- Gukora ivugabutumwa wenyene ubwiwe
- Kubana neza n'abazimiye
- Ashobora kuvuga ubutumwa mu buryo bwumvikana
- Ashobora gushinga intahe yiwe yumvikana
- Yahinduwe umwigishwa
- Agaragaza umwete ku bihanye vuba
- Yerekana urukundo ku bo ahindura abigishwa
- Ashobora kurongora inyigisho za Bibiliya
- Atahura akamaro k'imirwi nk'urufatiro rwo gukura gukwiye
- Ashobora kurongora neza ikoraniro ry'umurwi

**III. Intumbero zo kumenyereza abarongozi b'ahantu**

Abarongozi b'ahantu nabo bakwiye kurangwa n'ibi bikurikira :

- Ni umwigishwa w'akarorero akwiye kwiganywa
- Atahura ko ishengero ari igikoresho c'Imana co kuvuga ubutumwa mw'isi
- Azi urufatiro rwa Bibibliya rwo gushinga amashengero no gutumwa
- Ashobora gukoresha uburyo butandukanye bwo kuvuga ubutumwa
- Ashobora kugira ubushakashatsi bw'intangamarara ategura ugushingwa no gukura kw'ishengero
- Ashobora kurongora ikoraniro rusangi ( rya bose )
- Yigisha Bibiliya neza mu mirwi canke ku muntu umwe

- Atoranya kandi akamenyereza abashobora kuba abarongozi b'imigwi
- Ashobora gukoraniriza abizera mu migwi wirongora, wigaburira kandi ugengwa n'ubutumwa.
- Aratahura uko yoshira ibikorwa vya Bibiliya mu buryo buhuje n'umuco.
- Yubaka kandi agakorana neza n'umurwi
- Azi uburyo bwo guha abandi ibikorwa
- Yiha imigambi, agateura urutonde kandi agashiraho intumbero zo kubishikako
- Ateza imbere ingabire n'ubushobozi vy'abandi
- Arangwa n'ibikorwa

**IV. Intumbero zo gutegura abarongozi mu karere no mu gihugu**

Abarongozi ku rwego rwa karere n'igihugu bategerezwa kugira urugero rw'inyifato rwisumbuye cane

- Ashobora gusigura ubutumwa no kwigisha
- Ashobora gutanga impanuro n'inzira vy'impwemu mu ngorane zitandukanye
- Afise ubumenyi buhagije muri Bibiliya no kuba yarize ivy'Imana ( Teolojiya )
- Ashobora kumenyereza abakozi b'ishengero mw'ivugabutumwa, ubwigishwa, kurongora imigwi, gucungera ubutunzi bw'ishengero, guhimbaza Imana canke mu bindi bikenewe vy'igikorwa c'Imana
- Yubaka kandi agakoresha imigwi kugira ngo avuge ubutumwa mu babanyi no gukangura umubiri wa Kristo
- Yerekana akaenyero ko kurondera ugukura
- Yerekana ko yitayeho kurondera no kugumana abantu bashasha
- Ashobora kurongora umubatizo n'ameza y'umwami
- Asobanura intumbero ishobora kurongora abandi
- Ashobora kurongora abandi mu kwubura ingabire zabo no kuzikoresha mu gikorwa

## IMIGWI MITOMITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 10
## -- Ibiganiro ku bibazo n'ingorane z'imigwi mitomito

| |
|---|
| Iki cigwa categuwe gutanga igihe c'ibiganiro bisangiwe hagati y'abigishwa. Uruhara rwawe nk'umwigisha ni ukuba umurongozi canke umuhuza hagati yabo. Uzotegerezwa kubaza abigishwa ibibazo vyabo n'ingorane zabo. Ntutange inyishu canke ivyiyumviro ubwawe- Ureke inyishu zive muri bo, asangwa bishoboka. Asangwa habayeho igihe kidasanzwe aho ata n'umwe mu bigiswha afise ikibazo canke ingorane, hariho ibibazo bimwe bimwe vya rusangi n'ingorane bitegekanijwe mu cigwa. Ushimikire ku ciyumviro c'uko abigishwa bategerezwa kwiyumvira inyishu n'ivyiyumviro bagirirako impair kandi bakerekana uko vyoshigwa mu ngiro mu migwi yabo. Ubatere umwete wo kwandika inzira zidasanzwe, zumvikana, bazocamwo bagerageza gutorera umuti ingorane zimwe zivuka mu migwi yabo bwite |

**I.Ibikunda kubaho mu bikorwa vy'imigwi**

**Akarorero :** Fideli amaze amezi arenga ane arongoye umugwi. Naho harimwo abantu batandatu bakorana igihe cose, usanga bidakunda neza mu kwizera kwabo, kandi nta n'ishaka berekana ryo kubwira abandi babakikije ubutumwa. Ubona banezerewe no gukoranira hamwe n'abandi bakavuga ingoran zabo, bakiga Bibiliya gake. Fideli atanguye kuzazanirwa, kandi ntazi ico yohindura ngo afashe abntu bo mu mugwi wiwe kurushirizaho gukura mu mpwemu. Hari igihe yumva yobireka vyose akagirire.

**II.Ibibazo n'ingorane**

| Uru rutonde rw'ibibazo rushobora gukoreshwa mu gihe abigishwa badafise ibindi bibazo canke ingorane baganirako : |
|---|
| |

Hari uwo muri mwebwe afise zimwe mu ngorane zikurikira ?

- Umugwi nturiko urakura mu buryo bw'Impwemu
- Umurongozi ntashobora kuronka uwo amenyereza uburongozi.
- Umugwi ntashaka ufise ayo kugwira
- Umugwi ntaho ukura mu bitigiri
- Hari amatati yadutse hagati ya Babiri canke barenga mu bagize umugwi, kandi umurongozi asa n'uwudashoboye kuyatorera umuti.

II. Inyishu.

Kenshi na kenshi haba hariho imvo nyinshi n'ibituma bitibonekeza vyateye iyo ngorane. Umwe umwe wese mu barongozi b'imigwi mitomito akwiye kwumviriza yitonze ivyiyumviro canke inyishu bitangwa mu mwanya wo guhana ivyiyumviro muri kino cigwa. Asangwa hari uwufise ingorane isa n'izo, yokwiyumvira uburyo yoshira mu ngiro ingingo ngenderwako z'inyishu zatanzwe n'abandi aravye uko umugwi wiwe umeze.

III. **Ibibazo vyo kwiyumvira, kwiyibutsa no gishira mu ngiro**

Ni ikihe kibazo canke ingorane ikomeye cane mu mugwi wawe ? Mbega hari inyishu canke iciyumviro woba ukuye muri iki gihe, c'ico ushobora kwifashisha mu gutorera inyishu ico kibazo ?Woba uzi uwundi murongozi w'umugwi Atari muri izi nyigisho urimwo ariko yashobora kwungukira muri ibi biganiro ? Wokora iki kugira ngo usangira na we ( na bo) ivyo wigiye hano ? Ni nde yovugana nawe ku bibazo bibandanya canke izindi ngorane zovuka mu mugwi wawe ?

**Integuro y'igikorwa**

Andika ibibazo bitatu biruta ibindi ufise ubu mu mugwi wawe.
Ufatiye ku biganiro vy'uyu musi, andika n'imiburiburi inyishu zibiri ku ngorane iyo ari yo yose muri izo. Senga kugira ngo uhabwe bwo gushira mu ngiro izo nyishu wanditse. Tegura uko wobishira mu ngiro mu gihe cavuba gishoboka.

## IMIGWI MITOMITO – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 11
## -- Ukugwira kw'imigwi mitomito

I. **Umugambi wo kugwiza** – Mbega kugwiza bisobanura iki ku mugwi ?
II. **Inzira yo kugwiza " bisanzwe."**

**A. Kugwira mu buryo bw'umubiri**

Cagura abantu babiri mu bigishwa baze imbere y'abandi mw'isomero. Saba uwa mbere acagure umuntu umwe mu bicaye mw'isomero aze amuhagarare iruhande ( umuntu wese mu bigishwa aserukira umugwi ). Saba uwakabiri atoranye uwundi aze amuhagarare iruhande. Ku ncuro ya kabiri usabe uwa mbere kuja kuzana uwundi muntu amuhagarare iruhande, maze uwakabiri ajane n'uwo bahagararanye umwe wese azane wundi umwe ( wo mu mugwi uja kuba urusha uwundi abantu babiri ) Komeza uwo mwimenyerezo kugeza igihe abigishwa bose bagiye mu mugwi wa mbere canke uwa kabiri. Umugwi wa kabiri uja kuba munini cane kuko ryakoresheje kugwiza – ku ncuro yose abagize uyo mugwi bose baragenda bakazana umwe umwe. Uwa mbere wose ushobora kuzana imbere umuntu umwe gusa ku ncuro yose. Muganire kuburyo bwo gukoresha umugwi wose ngo utangure umugwi mushasha ( KUGWIZA ) kuko ari vyiza cane kuruta kurindira ko umugwi watanguye ariwo uzoja gutangura n'iyindi migwi ( KWONGEREZA )

B.**Ihwaniro ry'Akame ( ridahinduka ) -** Iyo umugwi wigabanijemwo kabiri, ukomeza kugira ubucuti n'uwo bari basanzwemwo. Raba uburyo abantu bigabanya mu migwi mitomito kugira ngo baronke ahantu ho kwungurana ivyiyumviro. Murabona ukuntu vyari gushoboka kugira ihuriro ry'umugwi

wanyu ? Mbega ibi ntivyari kubafasha mu kurondera imigwi mishasha? Mbega ntivyari kubafasha mu gutoranya bashobora kuba abarongozi ?

**III. Intambuko zo kugwiza**.

1.**Kwitegurira hakiri kare kugwira kw'umugwi.**

Igihe cose mwame mutanga intumbero yo kwigabanyamwo kabiri ( shiraho igenekerezo ). Batere umwete wo kurondera abadakijijwe. Shiraho uburyo bwo guhindura abantu abigishwa mubizera ubwabo. Menyereza umurongozi agufasha.

**2. Gushira mu ngiro kugwira kw'umugwi**.

Muganire kw'ihindagurika rigiye kuza . Mwumvikane abazorongora umugwi uwo ari wo wose. Mwemeranye abazoja mu mugwi uwo ari wo wose. Mutoranye aho muzokoranira. Mukomeze kumenyereza umurongozi mushasha n'inyuma yo gutandukana.Umusi wa nyuma w'ugukoranira hamwe kw'umugwi wari usanzweho muwugiremwo ibirori.

**IV. Inzitizi zo kugwira**

Ku kibazo cose mu bikurikira, saba abigishwa gutanga umuti wabo, hanyuma ubasomere ivyiyumviro

| **Ingorane** | **Ivyiyumviro** |
|---|---|
| Umugwi ntutahura imvo yo"kugwira" | Umurongoziw'umugwi ntatanga intumbero yo kugwira gusa, ahubwo asobanura uburyo kugwira ari nkenerwa. Abagize umugwi bategerezwa gutahura inyungu bifitiye uwo mugwi n'inyungu zo kwagura ubwami bw'Imana |
| Umugwi uratahura akamaro ko kugwira ariko banezerewe no kuguma hamwe ntibashaka gutandukana | Senga kugira ngo mpwemu yera aguhe ubwenge bwo gutahura umugwi wawe n'ibihe bidasanzwe urimwo. Shimikira ku kamaro ko kugwira kandi usobanure ko ariyo ntambuko ikwirikira mu buzima busanzwe bw'umugwi. Sobanura ukuntu kugwira ari ukwumvira itegeko ry'Imana ryo " kugenda no guhindura abigishwa." Muri Mat.28 : 19. Ku bwo kugwiza, umugwi wawe uba ugize uruhara rukomeye mu kwuzuza intumbero nkuru. Sengera kugabanya umugwi ukurikije imbibe zisanzwe, ukoresheje itegeko ry'impuzamigwi |
| Nta muntu ariko aramenyerezwa kurongora | Ica mbere, umurongozi w'umugwi ataegerezwa kumara asenga, asaba mpwemu yera kumuha ubwenge bwo kumenya uwo atoranya. Hanyuma akamenya guhitamwo afise umugambi kandi agatangura kumenyereza no kwigisha uyo murongozi mushasha. Koresha ihuriro mu mugwi wawe kugira ngo ushobore gutoranya abarongozi bafise ingeso nziza. Sengera abao Bantu nk'abazovamwo abarongozi b'imigwi mishasha. Kuvyerekeye amategeko yo gutoranya uwumenyerezwa uburongozi, subira ku cigwa ca c'imigwi mitomito, igitabu ca gatatu" kumenyereza abarongozi bashasha b'imigwi." |

| | |
|---|---|
| Habayeho ukutumvikana ku vyerekeye abagenda n'abasigara mu migwi | Asangwa umugwi wawe ufise amahuriro atandukanye, koresha rimwe muri iyo mu gutangura uwundi mugwi kandi urabe abasanzwe bafise ico bahuriyeko mu mugwi. Saba umwe wese asenge kandi asabe mpwemu yera amwereke aho akwiye kuja. Rongora ibiganiro biri mu muco mw'ikoraniro ry'umugwi maze umenye imvo zituma abantu badashize hamwe mu gufata ingingo. |

**Ibibazo vyo kwiyumvira, kwiyibutsa no gushira mu ngiro**
Ni mubuhe buryo kugwiza imigwi mitomito bifasha mukunyarutsa urunani rwo gushinga amashengero ?
Amakoraniro y'akame ni iki mu mugwi ? Yofasha ate umugwi kwinjira mu gice c'ukugwiza?
Vyogenda bite umugwi ugeze igihe co kugwira hanyuma abawugize bakagabanywamwo iyindi migwi hatabanje ukwitaho amasano abantu bari basanganywe mu mugwi ?
Ni gute amakoraniro ashobora gukoreshwa mu guhitamwo abashobora kuba abarongozi b'imigwi ? Ni iyihe ntambamyi ya mbere mu mugwi iwubuza kugwira ? Iyo ntambamyi yokurwaho gute ?

**Integuro y'ibikorwa**

- Amahuriro mu mugwi ashobora kwiyadukiza mu buryo busanzwe. Asangwa imigwi yanyu ataragira ayo masano, muzogerageze kuyakoresha mu bihe vy'amakoraniro y'umugwi. Hari inyungu mubona mu gukoresha amasano mu mugwi ?
- Tangura kwiyumvira ibikwiye gukorwa mu mugwi uwo ari wo wose kugira ngo ushike ku ntumbero yo kugwira. Andika ibintu bitanu uzokora mu mezi atatu azoza kugira ngo ushikane imigwi yawe ku rwego rwo kugwira.
- Iyumvire intambamyi zishobora kubuza kugwira kw'umugwi uwo ari wo wose.Ni iki wokora imbere y'igihe kugira ngo utsinde izo ntambamyi kandi wirinde ingorane zoshika mu gihe co kugwira ?
- Tegura urutonde rwo kugwiza mu migwi yawe. Kandi wibuke gukorana nabo umenyereza uburongozi kugira ngo nabo bige uko bazotegura urutonde rwo kugwiza imigwi yabo. Sengera kandi ushire mu nteguro itariki yo kugwira ku mugwi uwo ari wo wose. Rondera umuntu azokurikirana mu gushira mu ngiro iyo nteguro yo kugwiza.

UMUNYESHURE WESE ATEGEREZWA KUZANA URUTONDE RUKWIYE RWO GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA ( YAKOZE KU VYONGEWE 5 A, IGITABU CA GATANU ) MU CIGWA GIKURIKIRA CO GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA;

## GUHINDURA ABANTU ABIGISHWA – Integuro y'imenyerezwa 6 -- Ibiganiro vyo guhindura abantu Abigishwa: Ibibazo rusangi bijanye no guhindura abantu abigishwa.

| |
|---|
| Kora ibipapuro binini canke impapuro zuzuzwa n'integuro yo guhindura abantu Abigishwa ( iri mu vyongeweko 5A ; igitabu ca gatatu ) kugira ngo zuzzuzwe mu gihe c'ibiganiro. Zishobora gukenerwa igihe abigishwa baba batashoboye kwuzuza neza iza mbere. Ni nkenerwa ko abigishwa baca muri uwo mwimenyerezo kandi bamenye ibibazo n'intambuko zo guhindura abantu abaigishwa. Kugira ngo umwanya ntutakare, abigishwa bashoka baja mu mugwi y'abantu 5-8. Bahe ibibazo canke uvyandike ku gipapuro / ikibaho imbere yabo |

**I. Ibiganiro mu migwi mitomito**
Mwasanze uyu mwimenyerezi w'" integuro abantu abigishwa." Ufise akamaro kaboneka mu bikorwa vyanyu ? mu buhe buryo ?

Ni gute mwatoranije ibibazo uko bikurikirana mu kubitorera umuti ? Ibikoresho mufise vyo gukurikira ( ubumenyi, amategeko, ivyagaciro ) mwizera ko vyoshirwa mu kwezi kwa mbere kw'uwuzera musahsa ? Kuki ari zo za nkenerwa ?
Ni gute ….( fata kimwe muri ivyo ) cotezwa imbere mu buzimabw'uwizera canke bw'ishengero ?
Ni gute wewe ubwawe wamenye neza akamaro ka …….. ( ikibazo, ukuri, itegeko, ubumenyi ) ?
Ni ubuhe buryo bwo gukora wumva bukworoheye ?
Warigeze kugerageza guhuza uburyo bwo gukora butandukanye kugira ngo ntihagire ibikora cane n'ivyibagirwa ?
Ni iki uriko urakora ubu ngo ukwize igikorwa co guhindura abantu abigishwa aho uri ?
Uriko utegura gute " abahindura abandi abigishwa ;" ?
Ni iki uzokora mundwi iza co kugeza abigishwa ku yindi ntambwe mu kwizera, ivyizigiro n'urukundo ?

**II. Ibiganiro vyo guhindura abantu abigishwa ( iminuta 20 kw'isomero ryose )**

Vuga ikintu cabaye, igihe canke igikorwa wagizemwo uruhara mu misi y ambere y'ubukristo bwawe catumye utera intambwe mu kugendana na Kristo. Ni irihe banga ry'ukuri ushobora guha abatangura guhindura abantu abigishwa ?

**Integuro y'igikorwa**

Mukurikije ibiganiro twagize, musubiremwo kandi musuzume integuro zanyu zo guhindura abantu abigishwa mwateguye inyuma y'ivyigwa vy'igitabu ca gatatu ku muntu uwo ari wo wese muhindura mwigishwa mu bikorwa vyanyu vyo gushinga amashengero. Muhindure ibikwiye guhinduka mukurikije bishasha mwize muri ibi biganiro. Mwibuke intonde mwateguye atari ntabanduka – zizogenda zihunduka uko ibihe bihinduka, bitewe n'uko abigishwa banyu bakura. Igihe cose mwagenye muje murasuzuma kandi mushire ku gihe integuro zanyu mufitiye umwigishwa wese. Komeza kwiyumvira ko guhindura abigishwa aribwo buryo bwo kwivyara mu buzima bw'abandi no kugwiza abakozi bashobora gushikana ubutumwa mu bisagara, uturere, ibisagara binini n'igihugu kubwa Kristo.

## KUBA UMWIZIGIRWA – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 1
## -- Gutahura kuba umwizigirwa

Ni ibihe bintu Imana yabahaye ( vyandike ku bibaho/igipapuro )

**I. Kuba umwizigirwa ni iki ?**

Ijambo ubwizigirwa rivuga iki ku bwawe ? Ni iki kiza mu bwenge bwawe iyo wumvise iryo jambo ?

**II.Kuki dutegerezwa kuvuga ivyo kuba umwizigirwa ? Ibibazo bibiri**

**A. Ikibazo co kuba umwizerwa**

Mu kuba umwizigirwa mwiza, utegerezwa kwizera iki ?

B.**Ikibazo c'ibinyagaciro**

Aho yesu yavuga ngo « aho ubutunzi bwawe buri niho n'umutima wawe uzota. » Yavuga iki ?
Ni ibiki uha agaciro kuruta ibindi ?
Ivyo vyose ushobora kubiha Imana ute ?
Ni gute twokorera Imana ku musi ku musi ?
Iyumvire umuntu yoba ari umubanyi wawe. Uwo muntu womukorera ute birushirije ?
Ni nde Imana yoba yarashize mubo witaho ?
Ni ubuhe buryo ushobora gukoresha ivyo utunze ( amafaranga, igihe, kwitaho, n'ibdni ) kugira ngo ukorere uwo muntu ?

**III. Inyigisho za Bibiliya mu vyo kuba umwizigirwa**

**A.Ni nde yitwa umwizigirwa mw'isezerani risha ? ( Luka 12 : 42, 16 : 1 -3,1 Kor ;4 : 1 )**

**B.Kuba umwizigirwa mu migani**

1. Umwizigirwa nyawe arizerwa ( **Luka 12 : 42-48 )**
2. Umwizigirwa w'inkerebutsi akoresha umwanya afise mu gutegura ejo kazoza ( **Luka 16 : 1 – 12 )**

3. Abizigirwa basuzumwa hakurikije ubushobozi bwabo ( **Matayo 25 : 14 – 30 )**

**C.Gutanga raporo**

Ni nde duha raporo ijanye n'ivyo twabereye abizigirwa ? ( **Rom. 14 :12)** Ivyo dutangira raporo ni ibiki ? **( 2 Kor. 5 : 10 )**

**IV. Ubwizigirwa bwacu –** Ni ibiki twabikijwe ?

A. Amafaranga yacu
B. Igihe cacu ( Ef 5 : 15-17, 2 : 10 )
C. Ubutunzi bwacu
D. Imibiri yacu ( 1 Kor. 6 : 19 )
E. Imiryango yacu
F. Ibikorwa vyacu ( 1 Petero 4 : 10 )

- Ni ibihe muri ibi tuvuze bigoye cane kubicunga ? Kuki ?
- Mbega uzwi nk'umuntu akunda Imana n'abantu ? ( Mat. 22 : 37-39 ) Mbega uburyo ukoresha umwanya wawe, ubutunzi bwawe, umubiri wawe, umuryango wawe n'ibindi ….. bijanye nuko uzwi ?
- Ni ibihe vya nkenerwa Imana yaguhaye ? Gira urutonde rwavyo.
- Mbega umuntu w'umukene arashobora gushikanira Imana ? Mbega birasabwa ? Ibingana iki ?
- Umukristo musha akwiye kwigishwa iki mu vyerekeye kuba umwizigirwa ?
- Kuki ivyo agaciro ari nkenerwa mu biganiro vyerekeye kuba umwizigirwa ?
- Ni nde muntu w'akarorero cane ku bandi mu mugwi wawe ?

## KUBA UMWIZIGIRWA – INTEGURO Y'IMENYEREZWA 2
## -- Kuba umwizigirwa ku mafaranga

Gerageza kwirinda impari ndende ikibazo c'ica cumi. Igitumberewe muri iki cigwa ni umugambi dufise wo gukoresha amafaranaga yacu kubwo icubahiro c'Imana. Ico kibe ari co ushimikirako, kuko ari icankenerwa cane naho hoba hari abizera ibitandukanye vyerekeye ica cumi.

**I. Kurondera muri Bibiliya**

A. Gutanga ikigira cumi mu mategeko **y'isezerano rya kera- Lewi 27 : 30-32, Mal. 3 : 8-12**
**B. Amashikanwa y'umutima ukunze** kubwo ihema ry'Imana **– Kuvayo 25 : 1-8**
**C. Dawudi atanga akarorero** ko gutanga kubwo kwubaka urusengero **– 1 Ngom.29 : 1-20**
**D.** Gutanga no mu bukene **– Luka 21 : 1-4**
**E.** Guhembwa **kw'abarongozi mw'isezerano risha – 1 Kor.9 : 4-14, 1Tim. 5 : 18**
**F.** Imfashanyo zarungikiwe abera I Yerusalemu **– 1 Kor. 16 : 1-2, 2Kor.8 :1-6**

**II. Gutanga kw'umuntu uwo ari we wese**

Ivyizerwa bikurikira nivyo birongora uwizera mu gutanga

- Uwizera wese ategerezwa gutanga
- Ugutanga kwacu gutegerezwa kujana n'ivyo twinjiza, amafaranaga n'ibitari amafaranga. Ibaze nka hamwe Imana iguhaye ikurikije uko utanga.
- Dutegerezwa gutanga no mu bukene
- Dutegerezwa gutanga kubwo kugira ubuntu kani n'imitima ikunze - Atari uko hari uwundi aduhata. Gutanga bitregerezwa kuva mu mutima w'ubushake kugira ngo binezereze Imana
- Dutegerezwa gutanga kuruta uko dushoboye ( twizigira Imana)
- Gutanga amafaranga bitegerezwa gukurikira ukwiha Imana kwacu. Gutanga ni ukugaragaza uko twiyeguriye Imana

Muganire kuri ivyo vyizerwa mu kurikije ibibazo bikurikira ( iminuta 15 – 20 )

- Hoba hari abizera batagomba gutanga kubera ko ari abakene ?
- Iyo ivyo abantu bari hano bunguka biba bijana n'ivyo batanga, ubwo ivyo abantu bunguka muri aka karere vyoba vyifashe bite ?
- Kuki uwizera ategerezwa gutanga ku Mana

- Wibaza iki ku ciyumviro c'uko dutegerezwa gutanga ibirenze ivyo dushobora, twizigiye Imana ?
- Hari inyungu tworonka dutanze amafaranga tutabanje kwiha Imana ubwacu ?
- Woba warigeze kubona Imana ikwereka urukundo rwayo iguhaye ivyo ukeneye mu buryo buruhije ?
- Ni iki 1 Abami 17 : 7-16 havuga cerekeye gutanga nk'abizerwa ?
- Ni ibihe vyizerwa vyo gutanga vy'akamaro ari muri 2 Kor. 9 : 6-11 ?

**III. Itunga ry'ishengero ry'ahantu**

**A. Amashengero yikwije**

Ni izihe nyungu zo kuba ishengero rishasha ryikwije **?**

**B. Gucungera itunga ry'ishengero**

1. Kwigisha gutanga bihoraho
2. Gutegura uburyo bwemewe bwo kumenye ibikenewe no gukora urutonde rwi'ingenzurwa ry'ubutunzi
3. Kumenyereza no gukoresha umubitsi w'ubutunzi bw'ishengero – uburyo bwo kwegeranya no gukoresha amafaranga butegerezwa kubamwo : abantu batandukanye, gutegura gusengewe, gukorera mu muco, kwakira kenshi, kwandika mu bitabo kwitondewe, no gutanga raporo igihe cose.

**IV. Gutanga n'urunani rwo gushinga amashengero**

- Mbega witeguye gutanga ibirenze ubushobozi bwawe, nk'abo i Makedoniya ? ( inyinshu yawe bwite )
- Ni iki abakristu bashasha bategerezwa kwigishwa cerekeye gutanga ?
- Mbega ugena ica cumi ukurikije amafaranga winjiza gusa canke n'ubundi butungo Imana iguheramwo umugisha ?
- Wosobanurira ute umuntu atari umukristo yiyumvira ko amashengero abereyeho kwaka amafaranga gusa ?
- Guhabwa imfashanyo zivuye hanze bitwara iki ishengero ry'ahantu ?

**Integuro y'igikorwa** :
Andika ivyo winjiza aho biva hose ( harimwo n'ibitari amafaranga ) n'ivyo utanga mu ndwi canke mu kwezi. Ibi biri hagati yawe n'Imana. Harura umugabane uha Imana. Mbega urabinezezerewe ?
Yo ( Imana ) irabinezezerewe. Gabanya igitigiri gitangura ku kwezi n'abantu bakuze bari mw'ishengero, urabe ikigereranyo co gutanga c'umuntu wese akuze ku kwezi. Gwiza ico gitigiri n'icumi urabe asangwa vy'ukuri umuntu wese akuze ashobora kubeshwaho nayo vy'ukuri akaba ari yo atangira ica cumi. Ubona ishengero ryawe rihagaze rite ? Boba bakeneye ayandi mabwirizwa kuri iyo ngingo ? Ubu nahotegura integuro yo kubigisha. Ibuka ko intumbero y'ibi ari ukubigisha kuba abizigirwa beza ; si ugucura amategeko ntarengwa yo gutanga ku nguvu. Imana ikunda abatanga babikunze.

## KUBA UMWIZIGIRWA-Integuro y'Imenyerezwa 3--Gukoresha umwanya

Birakenewe cane ko umumenyereza atangura gutegura iki cigwa hakiri kare cane ( indwi zibiri canke zirenga ) kugira ngo we ubwiwe yige igice citwa « Gushira mu ngiro gufadika. ». Muri make iki cigwa kizogira akamaro igihe umumenyereza ubwiwe azoba yarakoze uwu mwimenyerezo ku buryo bufadika. Fata umwanya wo kuganirira uwundi muntu ivyo washoboye n'ivyakunaniye mu gukora impfunyapfunyo y'integuro no kuyiserangura, hamwe no kwiha intumbero, wongeyeko integuro za misi yose zizova mu buryo wakoze uyu mwimenyerezo. Uko iki cigwa ukigira cane, niko rizorushaho kugira akamaro benshi.

Gucungera neza igihe, bizotuma umenya gukoresha igihe aho gukoreshwa n'igihe.

**I.Kwishiriraho ivyo intangamarara – Kwiga gukoresha igihe.**

**A. Ni ibihe vyizerwa vya Bibiliya vyo gukoresha igihe** tubona muri iyi mirongo ? **Zab. 24 :1, Yos.24 :15, Ef.5 :15-17, 1Pet.4 :10, Umusig..3 :1-8 )**

**B**. **Ni ibihe bintu vyategerezwa kuba ivya mbere ku muntu ashinga amashengero** ? **( 1 Tim. 3 : 4-5, Tit.1 : 6, Ef. 4 : 11-13, Mat. 14 : 23 ; 28 : 19-20 )**

**C. Ni ibiki muri ibi vyambere biza ku mwanya wa mbere ? Wa kabiri ? Wa gatatu ? Wa kane ? Sobanura.**

**II. Ugushira mu ngiro gufadika** ( Umwimenyerezo )

**A. Andika uko ukoresha umwanya wawe – ku giti cawe, tegura indangagihe** y'indwi ifise ibice birimwi imisi y'indwi n'imirongo irimwo amasaha y'umusi wose. Kubwo indwi heze, ibuka kandi wandike uko wakoresheje isaha iyo ari yo yose.

**B. Sesangura ighe cawe.**

* Ni ikihe gikorwa wasubiyemwo kenshi ?
* Mbega ukoresha igihe kinini c'ubuzima bwawe ku vyo ingirakamaro ?
* Hoba hari ibihe vyinshi vyapfuye ubusa ?
* Ni ibiki ushaka guhindura mu ndangagihe yawe ?
* Mbega iri sesangura ry'uko ukoresha igihe rirahuye n'ivyo ingirakamaro ? Ni ibiki ushaka guhindura ?

C. Tegura urutonde rw'indwi iza, werekane imisi n'ibihe uzokoramwo ibikorwa bitandukanye vy 'ubuzima bwawe. Witonde ku buryo uha igihe kinini ibikorwa bifise akamaro kanini.

* Soma **Luka 10 :38-42**. Raba ivya mbere kuri Mariya na Marita. Iyi mirongo ifitaniye isano irihe n'iki cigwa ? Ni nde muri aba bompi ameze nkawe ?
* **Soma Luka 4 : 42 – 44, 6 : 12-19, 9 : 14-21, 11 : 1-13.** Raba uko Yesu yategekanya igihe co gusenga. Mbega nawe urabikora ? Urasengera hamwe n'uwo mwubakanye kubwo ubuzima bwanyu n'ibikorxa vyanyu ?
* Ni wasoma witonze Luka 9 : 51-62 urabona ko Yesu yari afise intumbero yategerezwa kurangiza mu gihe kanaka. Iyo ntumbero ni iyihe ? Mbega uburemere bw'iyo ntumbero bwaragira uruhara ku buryo abana n'abantu ? Mbega wibaza ko yagira ibihe vy'inyongera agenera iyo ntumbero kugira ngo abone uko yumvikana n'abantu ?
* Soma **Kuvayo 18** urabe uko Mose yatoreye umuti ingorane yiwe yo gucagura umwanya
* Soma umugani w' « italanto. » n'ijambo « imyaka. » maze izina ryawe urihe umukozi wa mbere yaronse italanto zitanu. Uhoraho yaguhaye imyaka itanu. Vuga ivyo woba warayikozemwo yogishimira kandi vyamuhesheje icubahiro.

**Integuro y'igikorwa.**
Soma igitabu ca Nehemiya urabe ahantu Nehemiya yoba yaragize ico yerekana cerekeye gukoresha umwanya coba caravuzwe muri iki cigwa.

## KUBA UMWIZIGIRWA – Integuro y'Imenyerezwa 3
## -- Integuro y'imigambi mu buryo buramvuye.

I. Integuro y'imigambi n'iki ? Inyishu. Ni inzira yo kwizerwa n'abantu, ibikorwa, n'ubutunzi biriko birakoreshwa ku buryo kandi bunonosoye twerekeza mu nzira kandi dushika ku mwimbu wo mu buryo bwa « Z. »

**II. Intambwe z'integuro y'imigambi iramvuye.**

| |
|---|
| Saba abamenyerezwa bose bagire integuro y'umugambi wo gishinga ishengero rishasha.<br>Ushobora kwongeramwo ibibazo uko ugenda utera intambwe mu mwimenyerezo**.** |

**A.Intambwe ya 1 : Senga**

Ni ibiki utegerezwa gushira mu vyo usengera kubwo ishengero rishasha ?
Ni ayahe mashimwe no guhimbaza woba ufise ?
Ni ibihe vyipfuzo woba ufise ?

**B. Intambwe ya 2 : Andika canke wiyibutse icemezo c'umugambi wawe.**

Ni kuki ishengero rishasha ryobaho ?

Andika icemezo c'umugambi mu mvugarimwe.
Mbega iki cemezo kirerekana imvo nyayo ituma iri shengero ribaho aha hantu ?

**C. Intambwe ya 3 : Iyumvire ku vyo agaciro n'ivyo ingirakamaro cane.**

Ni ibihe vy'agaciro mushimikiyeko mu gushinga iri shengero rishasha ?
Ni ibihe vy'ingirakamaro cane mushimikiyeko mu gushinga " ishengero rishasha ?"
Mbega ivyo vy'agaciro birahuye n'ivyo agaciro vya Bibiliya ?
Ni iyihe nzira umugwi wawe ugiye kwerekeramwo inguvu zayo ?
Muri izi ntumbero zikurikira, ni iyihe twokwongera mu nteguro y'umugambi wawe ?

- Ubushakashatsi ku karere n'abantu ?
- Guhimiriza abantu gusengera ivugabutumwa
- Kumenyereza no kurera abarongozi b'ishengero rishasha.
- Kwubaka imigwi ivyara iyindi
- Guhimiriza ayandi mashengero ahasanzwe gushinga amashengero mashasha.

**D. Intambwe ya 5 : Shiraho intumbero**.

Nk'umwimenyerezo, toranya intumbero zitanu umugwi wawe ushobora kwiha.
Suzuma izo ntumbero uhereye ku vya nkenerwa bikurikira :

- **Zifise igihe zimara**. Igihe kizwi co kurangiza. Akarorero : MU MPERA ZA KIGARAMA.
- **Zishobora gushikwako**. Bishobora gutuma umuntu " yihata." Ariko ashobora kubishikako. Akarorero : GUTEGURA INYIGISHO ZA BIBILIYA ZINE ….
- **Zishobora gupima**. Shiraho ibimenyetso vy'uko vyashitsweko canke bitashitsweko. Akarorero : KURONGORA INYIGISHO ZATEGUWE MU MUGWI WANJE.
- **Imvugo yumvikana**. Koresha imvugo itahuritse, irashe mu kumenyesha ibikwiye gukorwa. **Akarorero** : Mu mpera z'ukwezi kwa Kigarama, nzotegura inyigisho zitatu za Bibiliya mu mugwi wanje ku ngingo ivuga ngo " Integuro nkuru no gushinga amashengero mu gisagara cacu."
- Ni irihe tandukaniro riri hagati y'integuro y'imigani iramvuye no kugira uburyo bwo gukora bwiza ?
- Hari ibindi bice vy'ubuzima ubona ko bibereye integuro y'imigambi iramvuye?
- Ni ubuhe bororero bundi bwo mu vyanditswe canke mu buzima bwawe bwite, aho ubona ko kugira integuro nziza y'imigambi bituma haboneka umwimbu mwiza.
- Wokwishura ute ku mvugo igira iti : " Imigambi idasobanuritse izana umwimbu udasobanutse."?
- Ni mu buhe buryo abantu bo mu karanga k'iwanyu bungurana ivyiyumviro ku buryo bwo gutorera umuti ingorane ?

**Integuro y'igikorwa.**

Kora integuro y'umugambi hamwe n'umugwi wawe wo gushinga ishengero canke n'uburongozi bw'ishengero. Ube witeguye kuganira integuro y'imigambi yawe mu cigwa kizokurikira.

## KUBA UMWIZIGIRWA – Integuro y'imenyerezwa 5 -- Ibiganiro vyo kugira integuro y'imigambi.

Mwigaburemwo imigwi y'abantu bane canke batanu maze mukore nk'aho muri umugwi wo gushinga ishengero. Mumere nk'abamaze gushiraho icemezo c'umugambi, ivyo igiciro n'ivya nkenerwa cane. Nk'umugwi mwihaye intumbero yo gutegura umubonano w'urwaruka mu mpera y'indwi. Intumbero yanyu ubu ni ugutegura ubwoko bukurikira bw'intumbero mukoresheje ibiranga intumbero twize mu cigwa giherutse.
Tegura intumbero rusangi y'umubonano wo mu mpera z'indwi.
Tegura intumbero ku gikorwa ico ari co cose kidasanzwe c'umubonano.

Ube witeguye gusuzuma intumbero zawe ukoreshehe ibiranga intumbero nk'uko twabibonye mu cigwa giherutse kugira ngo umenye ko zikwiye ibisabwa ku ntumbero nziza. Mufise iminuta mirongo itatu yo kurangiza uwo mwimenyerezo. Igihe ni carangira turasaba umugwi wose kutubwira intumbero zawo tubafashe kwiyibutsa no kwisuzuma.

## UMURYANGO – Integuro y'imenyerezwa 1-- IvyoBibiliya isaba mu muryango

**I. Abubakanye bompi ( 1Tim. 3 : 5 )**

**A. Ivyizerwa bitatu biturongora**

**1. Abagabo n'abagore bafise agaciro kamwe.** Mu b'I Galatiya 3 : 28 tubona ko Imana yaremye umugabo n'umugore bafise agaciro kangana.

2.**Abagabo n'abagore babo bategerezwa kwuzuzanya mu 1 Kor. 11 : 11** tubona ko Imana yaremye umugabo n'umugore ku buryo buzuzanya ( kubana no gukundana mu mwumvikano no guhana agaciro )

3. Hari inzego z'imigambi mu muryango **( 1 Kor. 11 : 3 )** Imana yashizeho inzego z'intumbero mu muryango. Imana n'umutwe wa Kristo, nawe akaba umutwe w'umugabo, nawe akaba umutwe w'umugore.

Kuvuga ko umugabo n'umugore buzuzanya bisobanura iki ? Bitandukanye he no kwigenga canke kugengwa ?

Sobanura umugabo n'umugore wiwe babaye akarorero mu kwuzuzanya.

**II. Intumbero z'umugabo.**

**A. Kuba umutwe w'umugore ( Ef. 5 : 23 )**

Asangwa umugabo ategeka umugore wiwe nk'uko Kristo ategeka ishengero, umugabo yoba yifasha ate ?

Mbega kwitanga biri mu burongozi bw'umugabo ?

Ni ubuhe burorero bw'abagabo bitangira abagore babo ?

**B. Kwitaho ivyo umugore akeneye (Ef.5 : 25-29, 1 Tim. 5 : 8 ; 1 Pet. 3 : 7 )**

Ni akahe karorero keza woba uzi k'umugabo yitaho umugore wiwe ?

**C. Kwuzuza umwitwarariko w'umuvyeyi ( Ef.6 : 4, 6: 4, Imig. 19: 18, 22: 6, 23: 13-14, 29: 17 )**

**III. Intumbero z'umugore**

**A. Umufasha. Itang. 2 : 18**

**B. Gushigikira 1 Pet. 3 : 2**

**C. Kwumvira 1 Pet. 3 : 1**

**D. Acungera ivyo urugo. Imig. 31 : 11**

**E. Umuvyeyi. Tito 2 : 4**

Wiyumvira ko intumbero zivuzwe muri iki gice c'icigwa zubahisha kandi zihesha umugore agaciro ?
Izi ntumbero zoba zishira hasi umugore mu Mpwemu mu maso y'Imana ? Mu maso y'abantu ?

**IV. Intumbero z'abana**

**A. Kwumvira abavyeyi babo mu Mwami – Ef. 6 : 1**

**B. Kwubaha Se na Nyina – Ef. 6 :2-3, Umusiguzi 5 : 16**

* Asangwa utarubaka urwawe, iki cigwa coba kikumariye iki mu bikorwa vyawe ?
* Asangwa warubatse urwawe woshobora kuvuga ko umubano wawe ugaragaza ishusho y'Imana kubera kuba umwe ?
* Mbega mwumva mufise ugushira hamwe mu kubana kwanyu ? Mwumva bimeze bite ?
* Ni ibiki biba mu kibano no mu bubakanye bituma kuba umwe mu bubakanye bikwiye bigorana ?Ni iyihe ntambara ikomeye ibaho mu kuba umwe mu bubakanye neza ?
* Ni ibiki biba mu kibano no mw'ishengero bituma kubaho nk'abashumba ( b'Imana ) muri iki gihe bigorana ?

**Integuro y'igikorwa**

• Soma 1 Pet. 3 : 8-12. Inyifato y'ukwikunda isambura ubumwe. Ukurikije ivyo tuvuze, ongera usome iyi mirongo hanyuma wandike urutonde rw'ivyo wokora asangwa umugenzi wawe yikunda.

• Gutegera nk'umushumba kw'umugabo ni kwo kworohereza ukwumvira kw'umugore. Umugabo atitaho ibintu atuma ukwumvira kw'umugore kkudashoboka, nayo gutwaza amanyama kw'umugabo gutuma ukwumvira kw'umugore kutihanganirwa. Gutegera nk'umushumba kw'umugabo gutuma kwumvira biba umunezero. Ukurikije ibi vyiyumviro ishura ibibazo bikurikira :
• Kuba umurongozi w'umushumba kwawe kwongera gute ubushobozi bwo kwumvira kw'umugore wawe ?
• Umugore yokwifata ate mu bindi bice vy'ubuzima urushirije kuba umutegetsi w'umushumba ?
• Hari ico Bibiliya yigisha kuvyerekeye umugore adafise umugabo ategerezwa kwumvira ? Ni ayahe mabwirizwa ushobora kubona ?
• Mu cete yandikiye ab'i Filipi, Paulo arishura ikibazo c'ubumwe mu bakristo. Soma ab'iFilipi 2 : 1-4, maze wiyumvire uburyo umurongo wa 2 usobanura uko mwokwubaka ubumwe mu bakundana. Ibi vyizerwa mwobishira mu ngiro mute mu buzima bw'umuryango wanyu, haba mu bubakanye canke ma yandi masano y'umuryango.
• Nk'umuntu ashinga amashengero, uzohura n'ibihe vyinshi vyo gutanga impanuro mu bizera no mu batizera batandukanye n'abo bubakanye, canke badafise ubumwe mu ngo zabo. Vyongeye uzotanga impanuro ku bagore n'abagabo bashaka kwubaka ingo. Tangura ibiyago mu mugwi muto w'abagabo n'abagore bibana bari mu bigero vyawe bategekanya kwubaka ingo mu gihe kiri imbere. Ubafashe kwubura uburorero ko muri Bibiliye twavuze muri kino cigwa, n'uburyo bwo gushira mu ngiro ubwo burorero.

## UMURYNAGO – Integuro y'imenyerezwa 2 -- Kuba umuvyeyi

Mbega uko abavyeyi babana n'abana babo vyibonekeza mu buryo babana n'ishengero ( 1 Tim. 3 : 4-5 ) ? mu buhe buryo ?

**I. Bimwe bimwe biboneka vy'intangamarara**

**A. Nta kidahinduka ?**

Hari bamwe bavuga ko Imig. 22 : 6 hatanga impanuro aho kuba isezerano ridahinduka. Ubibona ute ?

**B. Nta mwana w'intungane**

Woba uzi « umwana w'intungane . » ? Ni kuki ata mwana w'intungane abaho ?

**C. Nta muvyeyi w'intungane**

1 Yohana 1 : 8-10 hoba hafitaniye isano irihe no kutaba intungane kwacu ?
Mbega ivyaha vyacu no kutaba hafi y'Imana vyoba ari umuzi wo tutaba abavyeyi uko bikwiriye ?

**II. Inyigisho zimwe zimwe za Bibiliya**

Mu mirwi mitomito, mugaire iyo mirongo ikurikira murondera ico twokwigira ku kuba abavyeyi

**A. Icitegererezo co gukunda no kwumvira Uhoraho ( Umusiguzi 4 : 9, 17 )**

**B. Rerera abana bawe mu nzira z'Uhoraho ( Itang. 18 : 19 )**

**C. Ntukihebuze Abana Bawe ( Ef. 6 : 4 )**

• Ni mu buhe buryo bufadika ushobora kugira urukundo no kwubaha Imana bikaba umugenzo mu rugo rwawe ?
• Ni mu buhe buryo buboneka wosuzuma ko uguhana kwawe gukorwa mu rukundo ? Ni iki ubona nk'intamabnyi ku guhana nk'uko ?
• Ni ibiki wokora biboneka kugira ngo ibihe vy'umuryango wanyu vyo gusenga binezereze abana bawe ?


**Integuro y'igikorwa**.
Andika urutonde rw'ivyo wipfuza ko biranga abana bawe mu Mpwemu, mu mibano, mu vyiyumviro no mu mubiri igihe bazogira imyaka cumi n'umunani y'amavuka. Hanyuma wandike izina ry'umwana wese ku rundi rupapuro. Andika ivyo ukora canke wipfuza gukorakugira ngo uwo mwana ashike ku vyo wipfuza ko bimuranga.

# IGITABU CA GATANU . URUTONDE RW'AMAMENYEREZWA YA OMEGA

**Intumbero yo kugwiza Amashengero -- Urutonde rw'amamenyerezwa 13 -- Intumbero no kuraba :**

**Kujana ubutumwa mw'isi**

**Ivyak 1 : 8 ( Ni muganire ku cegeranyo kiri hepfo )**




| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| Yerusalemu | Yudeya | Samariya | Kumpera z"isi | Intumbero |
| Igice 1 | Igice 2 | Igice 3 | Igice 4 | |
| Igikorwa | Igikorwa | Igikorwa | Igikorwa | |
| Iwanyu | mu karere | mu wundi muco | mpuzamakungu | |

| Ivyak1 : 8 | " Yerusalemu." | " Yudeya" | " Na Samariya" | Ku mpera z"isi" |
|---|---|---|---|---|
| Ico bivuga | Umutumba wanyu | Akarere kanyu | Akarere mwegeranye | Isi yose |
| Incamake y'ivyakozwe | Ivyak.1-8<br>( ivyak 5 : 28 ) | Ivyak 8-12<br>(Ivyak 8 : 5 ) | | Ivyak 13-28<br>(Ivyak 15 : 19 ) |
| Uturorero twa Bibiliya | Tesalonika<br>1 Tes 1 : 6 | Makedoniya<br>1 Tes 1 : 7 | " Ba Akaya"<br>1 Tes 1 : 7 | " Ahantu hose "<br>1 Tes 1 : 8 |

I. **Ugusobanura neza intumbero no kwiyumvira kubituraba (** Uku kubonera kure kwerekana ibijanye n'inzira zitandukanye zokwiyegereza abatarakizwa mw'isi yose **)**

Ni gute itegeko rikuru ryogereranywa n'icuma gikakamisha ibintu biri kure ( Téléscope mu gifaransa )

- Mbega muremera ko ukwo kwiyumvira ku bituraba gukwiye kugira intambwe zine ?

II. **Kurondera intumbero irashe ivyimburwa vy'Imana ( Mat.9.38 )**

Ni kuki umuntu yovuga ko Pentekoti ryari Ishengero rya mbere ryo mw'Isezerano Risha rishinzwe? Muravyemera ?

Iyo mwitegereje neza mu karere kanyu bwite k'iyimbura, mubona iki ? Ni hehe ? Ni nde ariko arakora ? Igikorwa ni ikihe ?

**III. Kwiyumvira neza ku bituraba kubwo ivyimburwa vy'Imana. ( Uko ukwo kwiyumvira gukura, turushirirza gushimikira ku biboneka nk'ibikiri kure )**

A. **Igice ca 1**

Mbega mwemera intumbero y'uko ishengero rikwiye kuba ryegereye mu buryo bwose hafi y'umuntu uwo ari we wese mu gasagara kanyu canke mu gisagara canyu ku buryo bose boja mu rusengero bitagoranye ?

**B. Igice ca 2. Ivugabutumwa ry'akarere**

Mufatiye ku karorero ka Brezil, mwosuzuma gute ivugabutumwa n'irungikwa ry'imvugabutumwa mu karere bikorwa n'amashengero yo mu gihugu canyu ?

Akarorero : Muri Brezil, mu kiringo c'imyaka mirongo ibiri ishengero rimwe ryujuje akarere kamwe n'amashengero 200. Intumwa/Umumisiyoneri ayo mashenero yarungitse muri Albaniya yariko arigisha abashinga amashengero baho ku vyerekeye ukugwiririkanya amashengero, maze avuga ati : " Ugukura kw'ishengero ryacu kwaritonda ugereranije n'ayandi, ariko naho biri uko, iyo dushinze ishengero rishasha, iryo rishasha rica ritegura buno nyene gushinga ayandi mashengero mashasha mu maguru masha. Amashengero yacu arazi ko intumbero yayo ari iyo gushinga amashengero mashasha buno nyene agitangura." Ubu buryo bwo kwiyumvira n'iyi ntumbero ni yo vyokabura amashengero agitangura ngo agire intumbero yo gushinga ayandi mashengero, haba muri yo ubwayo no mu yandi yose.

Ni igiki cokorwa ngo ikwizabutumwa ryongerekane mu karere kanyu ?

C.**Igice ca 3** : Ivugabutumwa Mpuzakaranga

Mbega vyoba ari nkenerwa ko mubwira ubutumwa ubwoko kanaka bw'abantu canke umugwi kanaka w'abantu ?

D.**Igice ca 4**. : Ivugabutumwa Mpuzamakungu

Mufatiye ku karorero ka Luis Bush, ni gute mwosuzuma ivugabutumwa mpuzamakungu ry'amashengero yo mu gihugu canyu ?

Akarorero. Luis Bush ( yarongoye umuhari mpuzamashengero wo kurungika abamisiyoneri muri Amerika y'Amjepfo ) ari kumwe n'abandi, bagize ingendo muri Amerika y'Amajepfo yose bamamaza intumbero y'uko kurungika Abamisiyoneri coba kimwe mu bigize umuhari COMIBAM ( Iyi mpfunyapfunyo mu congereza ni : Ibero American Cooperano in Missions.) Mu kirundi ni : Urunani rwa Amerika y'Amajepfo mw'itumwa ry'Abamisiyoneri ). Akamo bateye kavuga ngo : " Ewe Amerika y'Ubumanuko, nta co uguma uri ikibanza kigirirxamwo ivugabutumwa, gira inkomezi nawe ujane ahandi ubutumwa! " Ico gihe, ibihugu vyo muri Amerika y'ubumanuko vyari mu ngorane zidasanzwe mu vyo ubutunzi, kandi benshi ntibabona ukuntu vyoshoboka kurungika abamisiyoneri mu bindi bihugu mu gihe ata shinge na rugero mu vyerekeye amafaranga. Luis yaravuze ati : " Muri Amerika y'Amajepfo nta mafaranga dufise – ARIKO TURAFISE UKWIZERA ! " Ishengero ku rindi yagiye aritaba ako kamo ko kurungika abamisiyoneri, maze, kuva ishirahamwe COMIBAM rishinzwe mu 1987,

amashengero yo muri Amerika y'Amajepfo aramaze kurungika ibihumbi n'ibihumbi vy'abamisiyoneri. Bagize ukwizera maze Imana iratanga amafaranga !

Ni igiki cokorwa kugira ngo ivugabutumwa rishike ku rwego mpuzamakungu ?

II. **Inkomezi n'ububasha vyo mu Buryo bw'Impwemu**
Ni hehe dukura uburenganzira n'inkomezi zo kugenda mw'isi yose **? Mat. 28 : 18-19, ivyak.1 : 8**
Ni izihe ntambanyi zitangira intumbero yo gukwiragira mw'isi yose kandi mwozinesha gute ? Ni gute mwokwamamaza intumbero n'ukwiyumvira ku bituraba mu mashengero yanyu mashasha? Ni kuki ari gake cane ishengero rimwe ryoba rihagije kugira ngorishikane igisagara cose kuri Kristo ? Ukwiyumvira ku bitaraba kwa wewe ubwawe kugera hehe ? Ukwo ishengero ryawe kwokwo ? Kuki ?

Integuro y'igikorwa.
Ukoresheje ukwo kwiyumvira ku bituraba duhejeje kubona, tangura musangire intumbero yanyu n'ishengero / Amashengero ryawe/Yanyu kubijanye n'ugushikana ubutumwa bwiza kure na kure.
Ku gice cose c'ukwo kwiyumvira ku bitaraba, andika aho mubona ko kubwanyu ari " I Yerusalemu.", I Yudaya, I Samariya, hamwe no ku mpera z'isi." Ni ku zihe ntambwe ishengero /amashengero ryanyu/yanyu ariko arakorera bimwe biboneka ? Asangwa hariho intumbwe kanaka y'ukwo kwiyumvira ku bitaraba ishengero ryanyu ritariko rirakoramwo ikintu, mwokora iki ngo mwikangurire gukora.

**Intumbero yo kugwiza Amashengero – Urutonde rwo kumenyereza 14 -- Gukangura**

**I. Gukangura ni ki ?** Gukangura harimwo :

A. **Intumbero rusangi ( z )**

Mumenyereza : Rondera abamenyerezwa amajambo ashimangira canke ategura ku buryo akangura abantu. Bibwire abamenyerezwa.

Andika urufatiro hepfo rushobora kwerekana intumbero y'ishengero ryawe kugira ngo ushobore gushika kuco wiyemeje gikuru.

**B. Amamenyerezwa**
Ni ibihe bintu abantu bakeneye kumenyerezwa kugirango bashingire intahe ukwizera kwabo ?

C. **Ibikoresho**
Ukeneye iyihe mfashanyo mu gukangura ishengero

D. **Umwanya ukwiye** – Ni he Imana ishaka ko ukorera ?
Mwirinde kwigana abandi?

Ibibazo bikurikira ni ibitegerezwa gukoreshwa bigaragaza uko ubumenyi bw'abantu mw'ishure bushobora gufasha mu kwerekana aho ivyipfuzo bitumbereye

Ni hehe mukarere k'iwanyu wiyumvira ko hakeneye cane ishengero rishasha ? Hari umuntu wo mw'ishengero rinaka woba uzi azi ico cipfuzo akaba yarashitseyo agahura n'abaho ?
Ni ayahe makuru arenze ayo azwi n'umwe muri mwebwe yerekana ko hari ubukene ?

II. **Kuki abizera bategerezwa kuvyuka ?**
Kuki bikwiye ko abizera n'amashengero bakwiye gukangurwa ?

III. **Uturorero two muri Bibiliya twabakangura abandi**

A. **Neheniya ( Neh 1 : 2 – 4, 2 : 7- 9, 4 : 22-23 )**

B. **Barunaba ( Ivyakozwe b'intumwa 4 : 36 – 37 : 9 : 26 -31 ; 13 : 1- 3 )**

Mbega murakoresha impano ya Mpwemu Yera nkuko Barunaba yabikoze ?

C. **Paulo ( Abaroma 15 : 25-27, 1 Abikorinto 1 : 4-9, Abaroma 15 : 14 )**

Mbega ni irihe yerekwa rya barya bagabo batatu bo mubakuru kandi ni nde babikanguriye?

IV. **Ni ibiki biranga abavyura abandi ?**

A. **Intumbero**

B. **Ukwizera no gutera umwete**

C. **Kwegera abantu**

Dushingiye ku mico yavuzwe hejuru, mwoba muzi umuntu avyura abandi cane ? Ni mba ahari erekana imibereho y'uwo muntu.

V. **Uturorero two kuvyura**

A. **Kwegeranya abanyamasengesho**

Akarorero : Indwi iyariyo yose mu cumba c'amasengesho, umuntu wese yipfuza ivyamyemwo mu majambo magufi kuvyrekeye igihugu canke umugwi w'abantu, kandi bategerezwa gufata umwanya w'ubutumwa bwiza ngo bwinjire mu mitima no mu bwoko bw'abo bantu. Bategerezwa gusengera Abamisiyoneri barungitswe muri ba bantu batashikirwa ndetse n'ishengero yatangujwe muribo. Kandi uyu murwi uranasenga Imana ihagurutse muri aba bizera bo mw'ishengero ryabo uwundi murwi urungikwa ahandi kugirango batangure ishengero rishasha mubatarashikirwa n'ubutumwa bwiza.
Nkuko bahora basengera imigwi itandukanye itarashikirwa n'ubutumwa bwiza, bituma Uhoraho Imana ibongera uwundi mutwaro udasanzwe wo gusengera abantu bo muri Kazakstan bo muri Aziya yo hagati. Mu gihe c'imyaka ibiri gusa, abizera batatu bo muri uyu murwi usenga baba abamisiyoneri muri Kazakstan. .Abagize uwo murwi bagomvye kwigana imico ya Kazakstan ho intumbero bihaye ikomeye ku bantu bazoja babasanga ahantu, kandi kurungika abantu bazomara igihe gito nk'abaganga, abubatsi, abakora mu bana, abaririmvyi n'abacuraranzi muri Kazastani. Ahandi ho ishengero rirungika umurwi w'abantu bazomara igihe kirekire bakora ibikorwa vyo gutangura amashengero mu Burengerazuba bwa Kazakstan. Umurwi usanzwe ukomeza ibikorwa vyo guhura ku kwezi ku kwezi ugasengera abantu ba Kazakstan. Mbega ni iyihe nyigisho ikomeye ukuye muri aka karorero ushobora kujana wipfuza ko yokoresha mw'ishengero ryawe ?

**B. Urutonde rw'abana / Urwaruka / Ishure yo kundwi.**

Akarorero kivyabaye mu 1992. Umurwi w'urwaruka ruririmba rukora n'ibimenyetso no kuvyina rumwe mu Buholande rwaje muri Hongry gufasha abanyabutumwa bariko barafasha ishengero ry'ababatisita mw'ivugabutumwa. Muri uyo murwi harimwo abanyeshuri bari baturutse mw'ishure ryitwa Reformed teachers college bigisha ivyo iyerekwa ryo gushinga umurwi uririmba ukora ibimenyetso utanavyina ( drama ). Bashizeho abandi bantu indwi bagiye gutangurira mu gice caho amashengero akorera. Kubera uyo murwi uririmba ukora ibimenyetso ukanavyina ( drama ), abantu bakahakirizwa cane bipfuza gufatanya nabo. Inyuma y'imyaka itatu gusa baciye bakira abantu benshi mirongo ibiri bamaze kubamenyereza babona nabo muri uyo murwi. Abo bose mirongo ibiri bakora ibikorwa neza mw'ishengero kandi batanu muri bo babaye abakozi b'Imana Ihoraho.
Mbega hoba hari inyigisho ikomeye ukuyemwo muri aka karorero wokoresha mw'ishengero ryawe ?

C.**Kuvyura abantu bakuze.**

Ishengero ry'abantu hamwe ryafashije impuzi z'Abakambodia baronka aho kuba ibikoresho vyo mu nzu, ndetse n'ibikorwa vyogukora aba bantu babasavye ngo babasubirize mu nkoko yiyo neza babagiriye, ishengero rirababwira ngo bazoze baraza mu makoraniro yaryo. Ariko abo Bakambodia bari bafise ingorane ibabangamiye yo kutumva ururimi, bakicara gusa bahoze ataco bumva. Ariko iyo ngorane yagiye gutora umuti kuko ishengero ryashizeho uburyo bwo kwigisha basobanura mu rurimi bumva mu makoraniro.
Abavyetenamu, Abashinwa, Abanyesipanyoro nabo basaba gusobanurirwa barabironka. Igihe abo bantu bose bo mumice yose bakorana ishengero ryategura urutonde rwo gushira mu ndimi zabo bumva. Kuki ukwoguhura kw'abantu b'imico itandukanye vyatumye wa murwi wiyegereza imitima yababaye kw'isi. Kugeza ubu iryo shengero ryarungitse imiryango irenga mirongo ibiri aho bakorera kandi bakegeranya imfashanyo zo kubafasha ibikorwa bakora.

Ni iki catumye ibi biba akarorero gakwiriye ko kuvyura abantu. ? Ni ubuhe buryo bwo kuvyura abantu akarorero kose kerekanye ? Wofasha gute ishengero ryawe mukuvyura abantu kujana ubutumwa bwiza ? Kurusha gutanga umwimbu wo gutanguza amashengero mashasha ? Kuki kuvyura abantu ari ikintu gikuru ? Hariho uwo woba uzi ashaka gukorera Imana ngo ashobore gukangurwa ? Hariho uwo woba uzi yoshobora gukangura abandi ? Ni ubuhe buryo bwoba bwiza mu gukangura abandi mw'ivagabutumwa no gutanguza ishengero ?
Ni ibiki biranga ugukangura abandi woba ufise ?
Ni ibiki muri vyo bikorwa cane ?
Ni ibiki wofasha ishengero ryawe mu gukangura abantu gukwiza ubutumwa bwiza no gukwiza amashengero mashasha ?

**Integuro y'ibikorwa.**
Tangura gukorera Imana mu mpano ufise wamamaza ubutumwa bwiza. Saba Imana iguhishurire umuntu ashaka gukorera Imana, kandi utangure kubiyegereza ukabagira incuti unabakangura. Shira kurutonde nibura uburyo butatu wokoresha mw'ishengero ryawe urarika abantu kubwo ivugabutumwa no gutanguza ishengero.

## INTUMBERO YO KUGWIZA AMASHENGERO – Urutonde rwo kumenyereza 14 -- Intambwe zikurikira : Gushinga amashengero menshi.

Iki cigwa ni vyiza cane ko cigishwa mu biganiro. Bwira abantu ivyakubayeko n'uburyo wakoze ibikorwa mw'ishengero watanguye. Reka abamenyerezwa babaze ibibazo bavuge n'ingorane bahuye mu bikorwa vyabo bwite.

I. **Uko ishengero ritanguzwa ( raba urupapuro rwa 1 )**
II. **Amabwirizwa y'ishengero : kugwiza amashengero – kuvyara amashengero mashasha**

A. Cungera iyereka rigumeho ( **Ivyak 19 : 10, Gal 2 : 7-8 ; Abaroma 11 : 13 )** - Mbega ni akahe gace Imana iguhamagarira kugeramwo ?
B. Ni gute ishengero ryitegura **gutuma umurwi w'abantu baja gutangura ishengero**? **Inyishu** :
1. Sengera abo Imana ihamagaye

2. Hitamwo abo batumwa
3. Rondera imfashanyo
4. Menyereza abagiye gutumwa.

| Mumirwi mitoya muganire kuri ibi bibazo ( iminuta 20 ) |
|---|

1. Ni mu kahe gace Imana ibahamagarira gushika ?
2. N'iyihe mirwi yababaye muri ako gace bikwiriye gushikirwako n'ubutumwa bwiza ?
3. Ni iyihe ntambwe ikurikira mw'ishengero ryawe rishasha mu kwuzuza ibwirizwa rikuru ?
4. Ni mba imirwi yo muri ako gace yiyongera, ushobora gutangura ishengero rivuye muri iyo mirwi yawe ikoranye ?

**III. Igikorwa c'umurwi wa mbere gishinga Amashengero :**

Gutangura – Gushinga amashengero mashasha

A. Ni ngombwa ko umugwi watanguje ishengero ukomeza ahandi ?
B. Ni ngombwa ko umugwi watanguje ishengero ukomeza kurongora iryo shengero rishasha watanguje ?
C. Ni ngombwa ko umugwi watanguje Amashengero uyabera nk'umuhuza ?

| Mu mirwi mitoya, muganire kuri ibi bibazo bikurikira |
|---|

Mbega ni iki mubona ishengero ririko riratangura ryokora ?
Mbega ishengero muriko muratangura ryoba rizovyara ishengero rishasha ?
Mbega Atari ivyo n'iyihe ntambwe uzotera kugira ngo ubahe iyo ntumbero ?
Erekana itandukaniro riri hagati y'intumwa ishinga amashengero n'umwungere uhereye ku ngabirano n'impano zabo.
Uzitange gute kugira ubone ko amashengero agwira ?
Ni gute wofasha abandi mu kubarungika haba mw'ishengero ryagutumye canke mw'ishengero washinze kugira ngo nabo bashinge amashengero.

**Integuro y'ibikorwa**.
Hamwe n'umugwi wawe wo gushinga amashengero, senga kandi umenye intambwe ikurikira mu gikorwa cawe. Toranya umuntu umwe canke babiri bashinga amashengero muri rya shengero rishasha utanguje. Fata umwanya uhagije uganira nabo ku kuntu botanguza amashengero bakaba mu mugwi ushinga amashengero mashasha.

## Ishengero–Urutonde rw'imenyereza 15--Ibihano mw'ishengero:
## Kwihana no guhembuka

Ni ayahe mategeko agenga ibihano mw'ishengero umunyereye. Ibi vyoba ivyo mw'ishengero iryo ari ryo ryose. Ntuvuge iryo shengero. Mbega muri Bibiliya harabonekamwo ibihano ?
Ibihano vy'ishengero n'iki ?
Ni utuhe turorero two muri Bibiliya ishengero ritegerezwa kugenderako riha ibihano abayoboke baryo ?
Ni iyihe ntumbero y'ibihano mw'ishengero ?

**I. Amabwirizwa ya Bibiliya ku bihano vy'ishengero.**

A. Ibihano mw'ishengero n'ibwirizwa riva muri Bibiliya **( 1 Ab'Ikorinto 5 )**
Ni ayahe mabwirizwa atangwa kuri mwene data n'umusambanyi ari mu murongo uwo ari wose muri **( 1 ab'ikorinto 5 : 2,5,11,13 )**
B. Igihano c'ishengero kigira intambwe gikurikiza ( **Matayo 13 : 15-22 )**
Ni izihe nzira wokoresha mugukebura mwene data ari mu caha dukurikije (**Matayo 18 : 15, 16, 17)**
C. Kugarura mwene data yihanye niyo ntumbero y'ishengero ( **2 Ab'ikorinto 2 : 5-6 )**
D. Ni iki twokora igihe mwene data yihanye nkuko bigaragara mu **2 ab'I Korinto 2 : 5-8 ?**

Mu mugwi w'abantu bakeya baganire ku bibazo biri mu vyiciro biri hepfo

**A Inyigisho ya 1**
George n'umusore akunda gukorera Imana nk'umurongozi w'urwaruka mw'ishengero ryiwe kandi akanaserukira ivugabutumwa no kwigisha Bibiliya mu babanyi biwe. Ishengero ryanje ari intangakarorero mu kuvuga ubutumwa mu babanyi ningoga ryavuye ku bayoboke 200 bagera 30. Hamwe n'ibi atangura kwibaza ibibazo. Abakuru b'ishengero bamusaba ko ata muntu n'umwe azokwigera abivugana nawe. Ikindi kandi bamubwira ko atazongera kurongora urwaruka ukundi haba n'umurwi. Mutoya uwo ariwo wose. We yumva ko abayobozi batashize mu gaciro ku vyo basavye. George akomeza kuyobora umurwi w'abantu bakeya. Abakuru bakomeza kumutegeka kubonana n'ishengero ryose hanyuma atererwa hanze y'ishengero. Ibirego vyagiye bikomezwa birungikirwa abakuru b'ishengero bivuye ahantu akorera bimurega kutubaha no gusuzugura abayobozi.
Mbega kubaza kwa George kwari icaha ?
Mbega inyishu abakuru bahaye ikibazo irakwiriye ?
Mbega ni gute bari gutorera umuti iki kibazo ku buryo bajanye na Bibiliya ?
**B. Inyigisho ya kabiri**
Samuel yari umukuru w'ishengero ryiwe. Yari afise ingeso yo gukinisha abagore cane ku buryo bamwe bibaremera. Nubwo ataregwa ubusambanyi abayobozi bandi bumva ko ico gikorwa cari kidakwiriye umukuru w'ishengero. Bamaze kubimwemeza yihaniye imbere y'ishengero ryose kandi aca akurwa mu burongozi. Ico gihe nta kumugarukana vyabayemwo.
Mbega abo barongozi bakoze neza guhagarika ibikorwa vya Samuel ? Bahagaze kuki ?
Bakoze neza ka mukuru k'uburongozi ?
Kugirango habeho kumugarukana hategerezwa gukorwa iki ? Kubikora mu buhe buryo ?
**C. Inyigisho ya gatatu.**
Yakobo yari umwungere yemerwa cane n'ishnegero ryiwe. Igihe vyamenyekana ko umukobwa wiwe atari burongorwe yari afise inda, abakuru bacitsemwo imice kugitegerezwa gukorwa. Bamwe bavuga bati ntabwo ari icaha, we yamaze kubabazwa nico camubayeko, naho kuvyerekeye umukobwa wiwe ni uwo gufashwa n'ubuntu bw'Imana. Naho abandi bakavuga ko atujuje ivyo Bibiliya isaba ko umwungere abanza kuyobora neza umuryango we yigisha kwirinda. Kubera atawari kumusubirira, kandi kubera n'abandi bamukunda bafashe ingingo yo kutagira ico bakora. Aba bakuru bakoze neza kwirengagiza ico kibazo ?
Ni gute bategerezwa gutorera umuti ico kibazo mu buntu no mukuri ?
III. **Icegeranyo.**
Igihano mw'ishengero ntabwo ari ivyo muri Bibiliya gusa ahubwo ni itegeko mu buzima bw'ishengero. Impamvu n'uguhana gusa, ahubwo ni guhembura ubuzima bwo mu mpwemu ku muntu kugiti ciwe n'ishengero ry'ahantu. Ishengero ryose ry'ahantu ritegerezwa gusenga kandi rikagira amategeko agenga ibihano.

**Integuro y'ibikorwa.**
Soma 1 Ab'ikorinto 11:29 – 32 wishure ibi bibazo :
Kuki hariho intege nke n'indwara mu bizera ?
Igihano canyuma n'ikihe ?
Soma Ab'I Galatiya 6 : 1-5 kandi wishure ibi bibazo :

1. Ni iyihe nyifato Paulo atanga yo kugarura mwene Data ?
2. Nirihe tegeko rya Yesu Paulo yatevyeko ?
3. Mbega ni gute iri tegeko ryofasha mu kugarura mwene Data ?

## Ishengero – Urutonde rwo kumenyereza 16
## -- Amakoraniro rusangi mw'ishengero ry'ahantu: Ibikorwa

1. Ni ubuhe buryo uzi bwo gukoranira hamwe kandi wibaza iki mu buryo bukoreshwa ?

2. Ni bangahe bemeye ubu buryo ?
3. Iyumvire kuburyo bwinshi bwo gukorana uzi.
Ni ibiki vyakorewe muri aya makoraniro. Imiziki yacuraranzwe, Gusenga, Kuvuga ubutumwa, gusoma ivyanditswe, gukora ibintu bidasanzwe, n'ibindi.
Ni muyihe nzira ubu buryo bwogufasha canke bwogusubiza inyuma mu gutazira Imana ?

I. Ni ibihe bimwe mu bikorwa mu gukorana ?
A. **Guhimbaza** Imana no **kuyishimira** ? **( Zaburi 71 : 8, 107 : 32 ; 97 : 12 ; ivyakozwe n'intumwa 2 : 47, ivyahishuriwe Yohana 7 : 12 )**
B. Turashobora guhimbaza ariko tudakorera Imana **? ( 2 Ngoma 33 : 16 ; Matayo 4, 10 ; Ivyahishuriwe Yohana 7 : 15 ; 12 : 1 )**
C. Ni iki Yesu yari atumbereye mu guhimbaza Imana ? **( Yohana 4 : 19-26 )**

Mu murwi w'abantu bake, baganire ku bibazo biri hepfo ( iminuta 30 )

II **Ni gute twohitamwo uburyo bukwiye bwo gutazira**
Ni izihe ngingo twokwitaho tugiye gushiraho igikorwa co gutazira ?
Ushobora ute kwerekana ukwizera kwawe ku Mana ?
Dushobora gute kwerekana akarangamutima kacu n'ivyiyumviro vyacu ku Mana ?

III. **Gutazira no gushinga ishengero**
**Ni bande bakorana mu gutazira kwa rusangi ?**
Mbega gutazira vyagenewe kuzana umunyavyaha ku Mana ?
Kuki ari ikintu gikomeye ko ubwoko bw'Imana bwoteranira hamwe gutazira ?
Ni uwuhe mugambi rusangi mu gutazira ?
Ni izihe mvo amakoraniro yo gutazira kurongowe na Mpwemu agira uruhara mu gukura kw'Ishengero ? Ni ibihe bintu bigize ikoraniro rya Mpwemu ryo gutazira ?
Bisobanura gute gutazira Uhoraho mu kwera kwiwe **( 1 Ngoma 16 : 29 )**
Ukurikije ishengero ryawe canke ishirahamwe ryawe, Mbega guterura amaboko n'uburyo bwo gutazira ? ( **1 Timoteyo 2 : 8 )** Nimba aribwo buryo igikorwa n'ikihe ?

**INTEGURO Y'IBIKORWA.**
Rongora inyigisho ya Bibiliya ku gutazira muri **Ivyahishuriwe 4 : 8 – 11 na 5 : 9 – 14**
Izere ko wishuye ibi bibazo : « Nde. » « iki . » ; « ryari ? » « hehe ? » na « gute ? ».
Andika urutonde rw'uburyo uzi abantu bo muakarere kanyu bakoresha mu kwerekana urukundo, ugushima no gukenguruka.
Iyumvire kw'ishengero ryawe rishasha. N'ubuhe muri ubu buryo bwo gutazira Imana mu makoraniro ? Ni ubuhe buryo busanzwe mw'ishengero ryanyu bukwiye kandi bwokomeza ?
Ni ubuhe buryo budakwiriye ? Muganire ibi n'umwigisha canke n'Umumenyeza wawe.

## ISHENGERO – Urutonde rw'ukumenyereza 17
## -- Uburyo bwo kurongora ikoraniro: Gutegura no guhindura ikoraniro ryo gutazira.

Baza uwoba amenyereye kuba umurongozi wo gutazira ari mu mamenyerezwa abwire abandi uko ayobora ikoraniro ryo gutazira. Tumira abamenyereye ivyo gutazira bavuye hanze yaho muhurira baze baganire abamenyerezwa uko bakorana n'abungere n'amakoraniro yabo uko bagena bakanategura ikoraniro ryo gutazira. Mu mirwi mitoya muganire ku bibazo biri hepfo aha.

Iyumvire ku barongozi bashoboye cane bo gutazira woba uzi. Ni gute wosuzuma uwo muntu muri ibi bigize imibereho yiwe : Umuntu azi gutazira azi kuririmba no gucuraranga, umunyampwemu, yicisha bugufi, ashobora kuyobora abandi mu gutazira ? Kuki ari ikintu gihambaye gufata umwanya wo gutegura igikorwa co gutazira. Ni uruhe ruhara umwungere ategerezwa kugira mu gutegura igikorwa co gutazira ? Ni uruhe ruhara umurongozi ategerezwa kugira ? Sesangura ikoraniro ryo gutazira ryoba ryarakunezereje

bikomeye. Ni ibihe bice vy'ikoraniro vyari bibereye kuruta ibindi ? Ni iki wigiye muri iryo koraniro ryo gutazira cogufasha gutegura uburyo bwo gutazira mw'ishengero ryawe utanguye ?

**Imyimenyerezo yo gutegura ikoraniro ryo gutazira**.

Izi ngingo zishobora gufasha mu kugira ubumenyi bwo gutegura ikoraniro ryo gutazira mw'ishengero ryawe hamwe n'umurwi wawe ushinga ishengero. Mubanyeshure umenyereza mwigabanyemwo imirwi mitomito muganire kuntambwe yose muri izi zikurikra kandi mutegure ikoraniro. Mubwire abo muyindi mirwi ivyo mwabonye.

**A. Intambwe ya mbere (1) : Guhitamwo intumbero**

N'iyihe ntumbero y'ikoraniro ryawe ryo gutazira? Akenshi no kuvuga ubutumwa bategerezwa gutumbereza kuri iyo ntumbero. Akarorero : Mucigwa co kuvuga ubutumwa wigishije mugutazira mugice wavanye muri Ef.5: 15-21

Umugambi mukuru ni uyu : Imana ishaka ko twuzura Mpwemu Yera kuko ari yo turonkera mwo inyishu ituma duhorana amashimwe. Kandi na none intumbero y'igikorrwa co gutazira ishobora kuba iyo kwuzura Mpwemu yera. Nimba rero uyu musi udasanzwe bamwe bagipantegoste kundwi, kuri Noheli, canke Pasika, intumbero izoba mu vy'ukuri muri ziriya.

B.**Intambwe ya kabiri (2) : Guteranya indirimbo umuziki n'ibindi bikorwa**

Ni izihe ndirimbo na Matowazi muzokoresha mu gikorwa co gutazira? Muhitamwo izi fitaniye isano n'intumbero mufise hamwe n'izo mu muco n'izigezweko. Kandi mukore urutonde rumwe n'amatowazi n'umuziki hamwe no kuryosha ibirori ngo mwiyegereze abantu. Muzogire umuziki udasanzwe canke ibicurarangisho vya solo ? Hazoba hari ibikino bifitaniye isano no kuvuga ubutumwa ? Muzoba mufise n'ubishingantahe ?

Mbega urashinga intahe ko ibishingantahe watoye bitumbereye ku ntumbero ?

**C. Intambwe ya gatatu (3) : Kwerekana igihe igikorwa co gutazira kizomara**

Gira urutonde rwuzuye rwo gutangurirako no gusozererako. Mu gikorwa cose gikorwa : Indirimbo zitwenza, ibintu bidasanzwe, gusenga, gusoma Bibiliya n'ibindi. Urutonde rutegerezwa gukoreshwa n'umurongozi wo gutazira ndetse n'abungere nkuko basanzwe barongora amakoraniro.

D. **Intambwe ya kane (4) : Erekana urutonde rw'ibikoresho bikenewe**

Kora urutonde rw'ibikoresho uzokenera mu gikorwa co gutazira. Aho indirimbo ziri, igitabu kirimwo n'impapuro z'indirimbo, Indangururamajambo, ibikoresho vyo mu bikino bifise ico bishushanywa n'ibindi. Shiraho uwuzoyobora iyegeranywa vy'ibikoresho no kubicomeka mbere no mu gihe c'ikoraniro.

E. **Intambwe ya gatanu (5) : Shiraho imisi n'ibihe vyo kwimenyereza.**

Shiraho igihe co kwimenyereza igikorwa co gutazira. Izere ko wamenyesheje abizera bose bashobora kuza mu myimenyerezo.

**F. Intambwe ya gatandatu (6) : Fata umwanya wo gusengera ikoraniro ryo gutazira.**

Saba Imana kwitaho no kuyobora ikoraniro ryo gutazira. Sengera imitima y'abantu itegurirwe gutazira Imana. Sengera abatizera bashobore kuzoza ngo imitima yabo bayugururire uhoraho Imana. Amashengero amwe amwe bagira ivyumba vy'abasenga basengera igihe co gutazira igihe gikorwa. Ayandi masengero agira abanyamasengesho baza kare mu sengero bagafata umwanya wo gusengera igikorwa, bakanasenga bahoze igihe ishengero ryinjira aho ikoraniro ribera.

**G. Intambwe y'indwi (7) : Gusuzuma ikoraniro ryo gutazira**

Inyuma y'igikorwa fata umwanya wo kuraba icagezweko ku bwaco. Ni gute vyokurikiranwa kandi ni akahe kayaga kariho mu gutazira, ni iki gikwireye guhindurwa ? Ni iki gitegerezwa gukoreshwa ?

**Integuro y'ibikorwa.**

Gena kandi utegure ikoraniro ryo gutazira. Inyuma y'ikoraniro usuzume ico ryashitseko.

Ni bande bakoze ? Ni iki wohindura ? ganira ivyo n'umwigisha canke umumenyereza.wawe. Nimba bishoboka gendera ayandi mashengero akwegereye mukorane. Itegereze uko amakoraniro yabo akorwa. Ni iki ushobora kwigira kuvyo wabonye wokoresha mw'ishengero uriko urashinga ?

## Ishengero – Urutonde rwo kumenyereza 18
## -- Ishengero ry'ahantu n'umubiri ukwiye wa Kristo

Gukorera hamwe mu bumwe

**I. Inyigisho y'ubumwe**.

Iyi mirongo itubwira iki kuvyerekeye uko Bibiliya ibona ubumwe mu mubiri wa Kristo ? **( Yoh. 17: 20-21, Ef. 4 : 3-6, Gal .3 : 26-28,)** Uremera ko amashengero y'ivugabutumwa akeneye gufatanya kugira ngo ashitse igikorwa gikuru mu gihugu canyu ? Kuki hakunze kubura ubumwe hagati mu mashengero ?

**II. Inzego zo kwiyemeza gufatanya**

**A. Urwego rwa 1 : Ubutumwa –** Kutamenya abandi bafise ukwizera n'intumbero nk'iyawe.

**B. Urwego rwa 2 : Kubimenya** – kumenya ko hari abandi no kwumva ko muri hamwe.

**C. Urwego rwa 3** : **Ibiganiro** - Imirwi irabwirana amakuru kandi igasenga.

**D. Urwego rwa 4** : **Imigenderanire –** Gushiraho uburyo bwo guhana amakuru n'amabwirizwa muhuriyeko

**E. Urwego rwa 5** : **Gukorana n'ubumwe -** Gutanguza ikigo co kumenyereza kuri Bibiliya canke ishure mpuzamashengero. Ni uruhe rwego rw'ubumwe bugaragara mu karere kanyu ?

**II. Ivyiza icumi biranga ubumwe**

8. **Ubumwe nyabwo bushingiye kukwizerana, kwakirana no guhuza amakenga.**
Ubumwe burenze guhuza ibikorwa, igenamigambi, ingendo n'imibereho

9. **Ubumwe buramba bukenera umuhuza bikorwa canke umurongozi.**
Uwo ni umntu yumvikanyweko, yahawe amabwirizwa yo gukomeza kwenyegeza ubwo bumwe**.**

10. **Ubumwe nyabwo bubaho kugirango bushike ku ntumbero naka.**
Ubumwe bwingirakamaro buraba iki ( intumbero ) aho kuraba kuri gute ( inzego ) igihe cose ( imico, ku mibereho ikurikira igikorwa )

11. **Ubumwe bukwiriye butangura kumenya ubukene bw'abantu mushaka gukorera**
Ntibatangura bakwirikira n'impaka ku mabwirizwa ya Tewolojiya. Bahereye ku bikenewe , ivya mbere vy'ubwami, inzitizi zo kumena urutare mu mpwemu, ibikoresho biriho n'ibikenewe, hategerezwa gutoranywa ivyintango n'ibikorwa kandi bitarumvikanwako.

**5. Ubumwe nyabwo n'urugendo , si igikorwa c'umusi umwe.**
Gutangura, gukurikirana no kwubaka ubumwe akenshi bifata igihe. Ndetse n'inama yo kuvyigako ishobora kurwanya ubumwe. Ikiruta vyose, kwizerana mu bantu kurakenewe cane kandi bitwara igihe kuvyubaka.

**6.Ubumwe bukwiriye buragoye kubugumana kuruta kubutanguza.**
Kumenya neza ko intumbero igumyeho, ico twitwararika kiboneka, gutumatumanako bimeze neza, kandi ivyagezwe ko biganirwako cane bikavyara kwongera kwiyemeza kw'igihe kirekire.

**7. Ubumwe bukwiriye buba hagati y'imiryango ihuje intumbero n'imibereho**
Umuryango wose uri mu bumwe utegerezwa kugaragaza amabwirizwa yawo ukayagenderamwo. Bitabaye ivyo ntibamenya aho bahurira canke bakeneranye, ntibashobora kwubaka ikigereranyo kimwe, canke guhuza inkomezi mu bikorwa.

8. **Ubumwe bukwiriye bwemera kandi bukanezererwa ubudasa, amabwirizwa, intumbero n'ibikorwa vy'umuntu wese.**
Ikiruta vyose, ubumwe buterezwa kwitaho kuvyo bahuriyeko, nk'intumbero n'ibifise agaciro, n'intumbero y'igikorwa, kuruta ivyo batandukaniyeko

9. **Ubumwe bukwiriye butegekanya ingorane hakiri kare imbere yuko zivuka.** Ntibasamazwa n'ibikorwa umusi ku wundi. Akenshi biroroha kwitwaririka ku buryo aho kwitaho kw'iherezo**.**
10. **Ubumwe bukwiriye butegekanya ingorane hakiri kare imbere yuko zivuka**
Murabe neza ko hari urwego rushinzwe ibijanye n'ibihinduka, ibirenze amategeko, guhemukiranira, indahiro zitahebwe, canke ibitategekanijwe vyavuye mu butumwa bwa Phil Butter wo muri Interdev.

| Mu mirwi mitoyi muganire ku bibazo bikurikira : iminuta 30 |
|---|

Suzuma akarere kawe ukurikije " ivyiza icumi biranga ubumwe" Ni muri izihe nzira ushobora gutangura kwubaka ubucuti no kwizerana hamwe n'abizera bo ( mu yandi ) mu yindi mirwi yo makarere kawe ?
Ni ubuhe buryo bufadika abashinga amashengero mu mashirahamwe atandukanye ashobora gukoresha buriho mu kugwiza amashengero ?
Imana ibona gute guhiganwa hagati y'imirwi y'abakristo y'ivugabutumwa ?
Ni uburyo ki imigwi y'ivugabutumwa ikorana n'ibirwi atari iyivugabutumwa, mu karere kabo, cane cane nk'amashengero y'aba Orthodox n'aba Katolika ?

**Integuro y'ibikorwa**.
Iyumvire amashengero n'imiryango yo mu karere ukoreramwo ari mw'ishengero ryawe, ari mu mirwi y'ivugabutumwa, ari imirwi atar iyo ivugabutumwa. Ongera wibuke ubushakashatsi ukore urutonde rw'amashengero n'imiryango ikorera mu karere. Uhure ubwawe n'abarongozi b'imirwi ari mu rukurikirane rwa mbere n'urwa kabiri, mutangure kwubaka ubumwe nabo. Tangura ubabaze intumbero bafise mu karere.
Utegekanye gutanguza inama yungurana ivyiyumviro, canke ubumwe bushingiye kugwiza amashengero mu karere.

## IMIBEREHO Y'IMPWEMU – URUTONDE RWO KUMENYEREZA 14
## -- I. Igikorwa co gushira hamwe – Gutatura amatati

**I. Iciyumviro c'intango ku vyerekeye gutatura amatati ( Gal. 5 : 15 )**
- **A. Amatati ntabura kubera ko tutari intungane –** Yak. 3 : 2 havuga iki gisabwa kugira ngo ntihabeho amatati ?
- **B. Ingorane zo guhangana – ( Ef.4 : 25 – 29 )** – Ni izihe mfunguruzo zo gutorera umuti amatati ?
- **C. Ingaruka zo gutinya gutorera umuti ingorane** – Bigenda bite iyo twirengagije guhangana n'amatati ?

| Mu mirwi mitoye muganire ku bibazo bikurikira bishingiye ku ngingo twavuze haruguru ( iminuta 15 ) |
|---|

1. Kutaba intungane kw'abantu kuvyara iki mu matati ?
2. Ni izihe mpamvu zituma utinya kwegera umuntu mufitaniye amatati ?
3. Ni izihe ngaruka zo kwirengagiza gutora umuti mu matati tubona mu turorero dukurikira ?

**Akarorero # 1.**
Umuntu umwe mw'ishengero ryawe uherutse gushinga afise ingeso zitoroshe kubana nazo. Aragerageza kwinjira mu bantu kugira ngo abiyegereze abagire incuti ariko ntabishobora. Ikindi gihe, akaza kumenya ko adakunzwe agahitamwo kutagaruka mw'ishengero canke kuja mu rindi.

**Akarorero# 2.**
Umugore umwe mw'ishengero yari afise ingorane ku vyerekeye isuku. Yari akeneye umuntu avugana nawe kuri ivyo. Bamwe mubo babana mw'ishengero batanguye kubimubwira, birakomera ahubwo bitera akaga. Uwo mugore vyaramubabaje kandi biramuremera bikomeye. Ariko kuko vyakozwe mu rukundo aravyemera. Urukundo rwatumye uwo mugore afashwa aho gukumirwa.

Ni gute wokwegera abo bantu muri utu turorero twompi ? Akarorero ka mbere gahuriye hehe na **Mat. 5 : 40 – 41, 44 ?**

**II. Gutatura amatati ni ikibazo c'ubutumwa bwiza.**

Ubutumwa buduhagurutsa **guhangana n'amatati**

Nimba twemeranya n'imvugo ko " Yesu ariwe atanga gutungana no kumenyekana " kuki tukigira ubwoba bwo gukora amakosa, kuneshwa, guteranywa, ivyo babandi biyumvira, ico abandi bazovuga ?

Ni ngombwa kumenya abo turi bo muri Kristo iyo ubwoba buje ? Kuki ?

**Ubutumwa butanga icitegerezo** co gutorera umuti amatati **( Ef 2 : 11 – 16, 1 Pet.3 : 18 )**

Vyomera gute dufise umutima nk'uwa Kristo wo gushira uburenganzira kubwo abandi ?

Woba wiyumvira akarorero k'aho kugira umutima wiyoroheje vyatoye umuti w'amatati ?

III. **Inyigisho z'isezerano rishasha ku gutorera umuti amatati**.

A. **Mat. 18 : 15 – 17** – Ni ayahe mabwirizwa yo gutorera umuti amatati ari muri iyi mirongo ? Umenye ko umugani w'intama yazimiye utangurira iki gice, n'umugani w'umukozi atagira imbabazi ukurikira aya mabwirizwa ku matati. Uriyumvira ko ivyo bivuga iki ku mirongo ya **15 – 17 ?**

B. **2 Kor.5 : 17-21 – Bisobanura iki kuba intumwa mu kiringo ca Kristo mu gikorwa c'ugushirahamwe ?**

**IV. Gukunda abandi – ( Abar. 12 : 14-21 )** Dutegerezwa gukorera iki abaturwanya ?

V. **Ibidufasha mugutorera umuti amatati**

**A. Amatati wayinjiyemwo gute ? Iny : ( 1 )** Yarabe nk'uwufise intumbero, ( 2 ) ntiwifate nk'uwuzi uko ikibazo kingana, (3) wemeze uburyo ushobora gukomeretsa uwundi, (4) kandi utangure umukomeze.

**B. Ni uburyo ki wokurikira abakunegura ?** Iny: (1) birabe nk'uwufise intumbero, (2) utangure wemere ko kunegurwa ari ukuri, (3) raba aho intege nke ziri canke icaha muze mwihane.

Tanga uturorero tw'amatati. Ni gute ivyiyumviro vyo " gufasha bikomeye"vyavuzwe haruguru bihuye n'utwo turorero.

Kuki abantu batinya guhangana n'abandi ? Ni ryari guhangana n'uwundi muntu vyakubereye umugisha ?

Ni ryari bishobora gukomeretsa iyo utinye kwegera mwene so / mushiki wawe muri Kristo no mu kumubwira icaha ciwe ?

Ni bintu ki bimwe ushobora gukora kugirango guhangana vyorohe kubitorera umuti.

**INTEGURO Y'IBIKORWA**.

Uyu mwimenyerezo uzogufasha gutorera umuti amatati mu mibereho yawe bwite : Ibuka mu mibereho yawe urabe nimba hari abantu woba waragiriye nabi – canke boba barakomerekejwe nawe. Rondera imvo zo mu mizi zayo matati – Ubanze utorere umuti izo mvo zo mu mizi. Vugana nabo bantu kandi urondere ubumwe no gutorera umuti ayo matati.

## INYIFATO YO MU BURYO BWA MPWEMU – Urutonde rwo kumenyereza 15 -- Kuba umwizerwa nshinga amashengero: Gukoresha amafaranga, ibitsina n'ubutware.

Ni ibihe bigereranyo uzi muvyanditswe vyera canke muvyo umaze kubona bigaragaza kuba umwizerwa ?

**I. Inyabutatu yamamaye ; amafaranga, ubutware**

A. Ubutunzi – Ni ibihe bitubwira tubona muri iyi mirongo ? **Itang. 1 : 28-30, 1Tim 6 : 10**

Ni izihe ngeso nziza dutegekwa na Bbiliya ? **Mat.4 : 1-11, 1 Tim. 5 : 8, Luk 18 : 8-30**

B. **Kwirinda ubusambanyi** – Ni ibihe bitubwira duhabwa muri iyi mirongo ? **1 Kor 5 : 10, Ef 5 : 3**

C. **Ububasha n'ubutware.** Ni ibihe bitubwira duhabwa muri iyi mirongo ? **– Mariko 10 : 42**

Ni izihe ngeso nziza dutegekwa n'ivyagezwe ? **– Mariko 10 : 43-45**

Mu mirwi mitoya, muganire ku bibazo bikurikira. Iminuta 15

1. Ibaze umuntu aguhaye ingabirano bwegu ingana n’umushahara wiwe w’umwaka wose. Wohitamwo gute gukoresha ayo mafaranga ? Ni gute iciyumviro c’uko « aho ubutunzi bwacu buri ariho n’imitima yacu iba. » cogira uruhara mu cemezo cawe ?
2. Ni iki wize gifise akamaro mu kukurinda ivyipfuzo ?
3. Ni gute umuyobozi ashobora kumenya ko ariko arakoresha ubutware n’ububasha bwiwe mu kwironderera inyungu ziwe bwite n’ivyo yipfuza ?
4. Hariho abayobozi b’abakristo babona abayoboke babo nk’abana bakibona nk’abari hejuru cane. Ni akahe kaga ubibonamwo ? Ni ubuhe buryo bukwiriye bwo gukoresha ubutware ?

II.**Amabwirizwa rusangi yo kuba inyankamugayo.**
**Nesha amageragezwa – Abah. 4 : 15, Korera mu muco – Umusiguzi 4 : 9 – 10,**
**Menya ico utumbereye – Abah. 12 : 2, Kurera abandi – Abah. 12 : 14-15,**
**Shira imbere ivyizigiro – Abah 12 : 28**

**III. Ni izihe nyungu zo kuba inyankamugayo ?** Igis : Ubuzima bufise amahoro, ubuzima bukora urutonde, abayoboke bakwubaha n’ingabirano nziza.

**IV. Kuba inyankamugayo bishobora gusaba igiciro –** Itang. 39 : 12-20

Mu mirwi mitoya, muganire ku bibazo bikurikira. Iminuta 15

1. Wobwira iki umuntu ko azosambana incuro imwe gusa kugira ngo bive mu vyiyumviro vyiwe no kwipfuza kwiwe ?
2. Wobwira iki umuntu avuga ko akeneye imibonano mpuzabitsina kuko bifitiye akamaro ubuzima bwiwe n’imibereho yiwe myiza ?
3. Vyoba ari ukuri ko umuntu yiyandarika mu busambanyi atizerako imbuto y’Impwemu ( urukundo, umunezero,amahoro, n’ibindi ) bimenyereza umubiri cane kuruta guhaza akayabagu ko kubikora ? Sobanura.

Ni ubuhe buryo kutaba inyankamugayo ku muntu vyanduza igikorwa cose ? Naho se kumenya ko hari uwundi yaguye mu caha ?
Mbega abantu bananiwe mu kinti kimwe, vyerekana ko bategerezwa kunanirwa no mubindi vyose ? None se ni gute inyifato nziza mu kintu kimwe ishobora kuzana kuba inyankamugayo no mubindi ?
Mbega kuba inyankamugayo bigenda vyoroha bitumwe no kurambirwa mu gikorwa ?
Mu gihe sosiyete ivuga ko amategeko agenga inyifato y’abantu ategerezwa guhinduka, twokora iki kugira ngo tutotakaza ibifise agaciro vya gikristo tugasa n’abandi ?
Twitwararitse cane kukibazo c’amafaranga, ibitsina n’ubutware. Mwiyumvire kandi muganire ku bindi bifitaniye isano n’ivyo harimwo kuvugisha ukuri, kuba umwizigirwa, kutagira aho wegamiye, impuhwe, kwirinda, ubwenge, umunezero, kwizigirwa, no kudatezuka.

**Integuro y’ibikorwa.**
Baza uwo mwubakanye canke umwe mu ncuti zawe uti : “ Ni ibiki bijanye n’ukuba inyankamugayo vyoba bitambonekako kenshi ? “ Ukurikije ivyo wiga, canke ivyo Imana iguhamagarira, ubiyisavye winginga, senga kandi utegure kugira inganda zirimwo kwiha urutonde, guha inkomezi canke ikindi kitagaragara cane mu nyifato yawe.
Aho ukunda kunanirwa, ariko siko bikwiriye kumera, ahubwo bikwiye kuba ari ivyo utarakoresha mu guhindura abandi.
Shira mu bikorwa izo nganda nibura mu ndwi kabiri. Ntibitegerezwa kuba ibintu bigoranye, ariko bitegerezwa kuba bifadika. Bwira uwo mwubakanye ( nimba umufise ) n’incuti yawe imwe canke zibiri ivyo wakoze n’ivyo wigiye muri urwo rugendo.
Kora ivyo vyose mu mezi 3 akurikira igihe wigiye iki cigwa.

## GUSENGA – Urutonde rwo kumenyereza 10

**-- Kurongora amasengesho y'urukurikirane rwo gushinga amashengero.**

Gufasha abandi gusengera kugwiza amashengero

Ni izihe ntambwe ushobora gutera mugukangurira amasengesho ishirahamwe ryawe., akarere canke igihugu ?
Woba uzi ibikoresho canke aho wovana amakuru yerekeye urukurikirane rwo gusenga rwoba rukorera mu gisagara canyu, mu karere kanyu canke mu gihugu canyu.?
I. **Ubushakashatsi** bushobora kurangira ibiriko birakorerwa mu karere kanyu vyo gusenga
II. **Gutanga intumbero –** Ni iki Imana ishaka mu karere kacu n'igihugu cacu ? Ni uburyo ki icipfuzo cayo coshigwa mu bikorwa ngo kirongore ibikorwa vyaco ? Amasengesho afise uruhara ki muri iki gikorwa ?

| Mu mirwi mitoye, muganire ku bibazo bikurikira : iminuta 25 |
|---|

1. Ni ikihe gikorwa c'inararibonye woba waragize mu gukangurira abantu gusengera ishingwa ry'amashengero ?
2. Mbega woba uzi urukurikirane rwo mu rwego rw'igihugu, rw'akarere, rw'igisagara, rw'amasengesho ?
3. Woba uzi umuntu yoba umurongozi mwiza w'umurwi w'amasengesho kubw'ico gikorwa ? Nimba umuzi, afise ibiki bimuranga bifitiye akamaro iki gikorwa ?
4. Nimba hategerezwa kuba ishengero rimwe ku bantu igihumbi mu karere kanyu, urumva hakenewe amashengero angahe mashasha ?
5. Mbega ico gitigiri coba gihagije ku buryo umuntu wese yoshika ku rusengero agenda n'amaguru ?
6. Uriyumvira ko abayobozi b'amashengero y'ivugabutumwa mu karere kanyu bafise intumbero yo kugwiza amashengero ?
7. Uriyumvira ko gusenga bifise akamaro cane mu kugwiza amashengero mashasha ? Kuki ? Hoba hari igishingantahe ca Bibiliya ku nyishu yawe ?

**III. Menyereza kandi ushoboze abantu gusengera ishingwa ry'amashengero mashasha**.
Uburyo bwo gutera abantu umwete wo gusenga
Gusenga muri batatu
Gusenga mugenda mu karere mutumbereye
Gutegura umugwi ku bwo gushinga ishengero
Intambara y'impwemu
Gukwiragiza amakuru mu migwi asenga n'ayavuga ubutumwa n'ayashinga amashengero
Urutonde rwo gusenga
Imisi y'igihugu yo gusenga
Gusenga no kwisonzesha

**IV. Rondera abarongozi b'amasengesho ubashire mu bikorwa**
**Ibiranga umuyobozi w'amasengesho**
Imigenzo yo guca bugufi no kugamburuka
Abarongozi beza b'amakoraniro yo gusenga bitangira Kristo cane
Abizerwa mu rutonde rw'impwemu babana neza n'abantu
Bazwi neza n'abantu bose
Batazimura
Bakoresha neza akarangamutima
Batahuye gushinga amashengero mashasha bahuza ibikorwa hagati y'imigwi
Ni ubuhe buryo washoboye gukomeza itumanako amakuru hagati y'imigwi y'abasenga n'abakora igikorwa co gushinga ishengero ?

Muri mw'ishure mufate umwanya wo kuganira kuburyo nk'abantu bashinga amashengero mushobora gutanga intumbero yo kugwiza amashengero mashasha kandi mugasengana n'ayandi mashengero nayo mw'ishirahamwe ryanyu.
Woba warigeze uja mu rugendo rwo gusenga canke igikorwa c'amasengesho ?
Vyari bimeze gute ? Wotegura gute igikorwa c'amasengesho mu gisagara canke ku mutumba wawe ?
Ni ukuhe gushaka kw'Imana mu bugingo bwawe ku vyerekeye gusenga ?
Mbega gusenga nk'ikintu ca mbere vyoba ari ikitabwako n'impaka ku barongozi ?
Kuki gusenga bitoba ikintu gihambaye mu buzima bwacu no mu gikorwa cacu ?

**INTEGURO Y'IBIKORWA**

Ongera wiyibutse ibice bitandukanye vyo gukangurira abantu gusengera ishingwa ry'amashengero mashasha ahagije. Hitamwo intambwe wotera kugira ngo ukangurire igisagara canyu akarere canke igihugu gusenga.

## Gusenga- Urutonde rwo kumenyereza 11,12 -- Igikorwa c'amasengesho:

Gushima Imana ku bwo kwizerwa kwayo

( Tegekanya iki cigwa kimara amasaha abiri )

| |
|---|
| Tegura witonze ku buryo igikorwa c'amasengesho kiba igihe co gutera umwete, c'umugisha no kunezerwa. Toranya abantu babiri baze bavuge uko Imana yahaye umugisha ibikorwa vyabo vyo gushinga amashengero. Noneho abagabanganye mu mirwi mitoya kugira ngo umuntu wese aronke igihe co kuvuga. Hanyuma mugaruke mu gihe co guhimbaza no gutazira. Rondera ikarata y'ighugu n'urutonde rw'abantu batarashikwako n'ubutumwa mubukoreshe mu gihe c'igikorwa c'amasengesho. Mukoreshe amabwirizwa y'ubukristo mu bihugu vyanyu kugira ngo mukuremwo ingingo zo kwizerwa kw'Imana ku Bantu n'uburyo.Yipfuza kwuzuza iyi si yose icubahiro cayo.<br>Itonde : Zaburi 67 ni nziza cane yo gukoreshwa mu gikorwa c'amasengesho. |

I. **Himbaza Imana kuko ariyo kwizigirwa.-** Muririmbire hamwe indirimbo n'amakorasi yerekeye gushima Imana ku bwo kwizerwa kwayo. Saba abamenyerezwa biyumvire ibindi bice vyo muvyanditswe yerekeye ku bwizigirwa bw'Imana maze mubisome nk'umurwi uko mugenda muvyibuka.

II. **Mwibutse Imana imigisha yayo yakoze**

- A. **Ku muntu wese kugiti ciwe**
  Muhane igishingantahe ngufi z'ukuntu Imana yabazaniye agakiza n'ugukura.
- B. **Ku miryango yacu**
  Muhane igishingantahe c'ivyo Imana ikora mu miryango yanyu
- C. **Mu bikorwa vyanyu vyo gushinga amashengero**
  Saba batatu canke bane babwire abandi uburyo babonye Imana ibaha umugisha mu bikorwa vyabo vyo gushinga amashengero hamwe n'amashuri bigiye muri iki gihe c'abamenyerezwa
  Mu mirwi mitoya emerera umuntu wese ubishaka kubwira abandi imigisha yavuye ku Mana
- D. **Ku bw'Ishengero mu gihugu canyu.**
  Shima Imana kubw'abamisiyoneri bambere bazanye ubutumwa mu gihugu canyu. Shima Imana ku bwo gutegura imitima y'abizera bambere bumvise ubutumwa. Himbaza kubw'abahowe Imana bambere babandi bapfuye bazize kwizera kwabo mu gihugu canyu. Shima Imana kubw'abamisiyoneri bavuye mu gihugu cawe bakajana ubutumwa mu yindi migabane y'isi. Himbaza kubwo kuzigama ishengero ryayo amabwirizwa yaryo yose. Himbaza Imana ku bw'imigisha yarenganywe no kubw'imigisha izoza.

III. **Sengera ugukomeza igikorwa co gushinga amashengero**.

Mu murwi mutoya saba abamenyerezwa gusengeranira m bikorwa vyabo, sengera iterambere ry'ubwami bw'Imana mu bisagara bikuru no mu turere twaho abashinga amashengero bakorera ibikorwa. Sengera kwagukirwa no gushira amanga mukwamamaza ubutumwa bwiza.
Mu mirwi mininiya musengere igihugu cose. Saba Imana gukomeza kurikuza no kwagura ubwami bw'Imana ngo ucengetere ugere mu bice vyose vy'igihugu. Sengera ubutumwa bwiza bushobore kwinjira muduce tw'abanyagihugu batarashikirwa n'ubutumwa.

IV. **Muhimbarize Imana mu burwaneza bwayo mu ndirimbo no gutazira.**

## UBUYOBOZI- Urutonde rwo kumenyereza 11 -- Guhagurutsa / Gutoranya abarongozi

**I.** Abashinga amashengero bategerezwa guhagurutsa abandi bakozi mu bikorwa.

A. **Akarorero ka Yohana mubatizi ( Mariko 1 : 5,Yoh . 3 : 35-36 )**

Mwicemwo imigwi mitomito umwe mu murwi wose usome Yohana 3 : 22-30 Ni ikihe kibazo cari kibangamiye abigishwa ba Yohana mu murongo wa 26 ? Kuki vyari bibababaje ?
Wibaza ko bari biteze ko Yohana abishura gute ?
Ni irihe jambo Yohana yakoresheje mu murongo wa 29 ryerekana aho ahagaze kuri ico kibazo.
Wibaza gute ku ncamake ya Yohana mu murongo wa 30 ?
Yari akobeje ? Uribaza ko yari amaze gute muri we agitangura sihengero ? Ni gute inyishu ya Yohana imeze canke itandukanye n'inyifato y'abarongozi b'abakristo usanzwe uzi igihe uwundi muntun afise ibikorwa bisumba ivyabo ?

B. **Akarorero ka ¨Paulo**

Hanyuma y'ibi biganiro, umurwi uze urasoma ab'I Filipi 1 : 15 – 18 hanyuma baganire kuri ibi bibazo indwi Erekana ubwoko bubiri bw'ibitegerezwa vyatanzwe n'abandi ko Paulo yari mu nzu y'ibohero, ukurikije umurongo wa 15-17 wumva umeze gute imbere y'ibikorwa nk'ivyo ? Kubera iki ?
Ni ikihe kintu gikomeye cane kuri Paulo umurongo 18 ?
Paulo yifata gute imbere yo kuvuga ubutumwa bitewe n'imvo y'ukuri ?
Paulo yifata gute imbere yo kuvuga ubutumwa bitewe n'imvo ipfuye ?
Mbega imvo yari ikintu gikomeye kuri Paulo ?
Ni gute Paulo yashobora kwishura muri ubwo buryo ?
Wifata gute wewe iyo umuntu avuga ubutumwa mu buryo bunyuranye n'ubwo wemera canke iyo yemanga imvo zituma abikora ?
Nigute Paulo yamaze umwanya mutoyi wo kumenyereza abarongozi, maze akigira akabasiga bibako ?
Mbega nta makenga yagira ko bashobora gukora nabi ?

**II. Ingorane zo kurobanura**.

A. Gutinya ko abarongozi bashobora **gukora ibikorwa neza cane**

Mbega koko cabaye ingorane ku muntu ashinga amashengero mu karere ? Kuki ?

B. Gutinya ko umurongozi ashobora kuzokora nabi ibikorwa.

Ni iyihe nzira yo gutora inyishu ?

III. **Amabwirizwa kurobanura**

A. Gutera imbere no gushigikira **ukwagukirwa bikwiye 1 Tes 2 : 8 ; Tito 3 : 10**
B. Menya neza ko abo bayobozi **bazoguma mu ntumbero**
C. **Nturindire cane kugira ngo urobanure abakozi**
D. **Wihanganire amakosa Matayo 17 : 19 – 21**
E. **Wizere ko Imana ikorera no mubandi**
F. **Wirinde kugira abo wishigikirizako**

| |
|---|
| Mu mirwi mitoya, muganire ku bibazo bikurikira mwiga kuvya Dawidi na Samweri ( iminuta 20 ) |

Dawidi yatanguje ishengero rishasha muri Nakuru? Yakorera mu babanyi ashinga imirwi kandi yarabira ku mibereho yayo. Yagiye kuronka umuntu ngo amugire umufasha wiwe mu kurongora Samuel. Dawidi na Samuel bafata uburongozi mugutangura uwundi murwi. None ubu Dawidi aribaza nimba ategerezwa kurekurira burundu Samuel uburongozi bwa wa murwi wa kabiri.

Ni ibihe bibazo Dawidi yokwibaza kugira ngo ashire mu bikorwa ya mabwirizwa 7 ?
Kuki kurobanura abakozi ari ngombwa ?
Abantu bangahe b'ishengero ryawe bafise amabanga mu bikorwa ?
Paulo yamarana igihe kingana gute n'abigishwa biwe imbere yo kubasiga aho yizeye ko yobasigira igikorwa c'iryo shengero rishasha ?
Bigenda bite iyo ishengero rikuru ryanse kwegurira abarongozi bashasha amashengero yandi atanguye ?

**Integuro y'ibikorwa**
Ni ryari kandi ni gute utegura kwegurira uburongozi uwo umenyereza ?
Mbega ugenda uramureka agafata ibikorwa bimwe bimwe wahora ukora kera canke ategura ibikorwa vyiwe bwite / Gira umugambi kandi utangure gukora ivyo kubarobanura kugira ngo bagere ku rugero rwuzuye.

## IMIGWI MITOYA – Urutonde rwo kumenyereza 12 -- Imigwi igwiza iciye mw'ISHENGERO ry'Ahantu.

I. ISUZUMA – Mbega imirwi irakwiye mw'ishengero ryawe ?

- **A. Intumbero** – Ni iyihe ntumbero abarongozi bafise kubw'ishengero ? Mbega birashoboka ko imigwi yogira uruhara rwo gushigikira no guteza imbere iyindi ntumbero. Tuvuze ko ivugabutumwa yo gukora ibikorwa kwo mu murwi, mbega iyo mirwi iravyara iyindi mirwi ikagira uruhara ki mu nganda rusangi zibikorwa ?
- **B. Ukwitanga** – Mbega abo barongozi barafise ugushaka wo kwitangira gukomeza ibikorwavyo mu murwi ?
- **C. Ibikorwa bisanzwe ho** – Mbega hari ivyo mushobora kugira mwo amatati n'ibikorwa bisanzwe mu mirwi ihari ? Hari ibikorwa bimwe bimwe bigira bihagarare kubera ko haje inganda z'imirwi ?
- **D. Ivyamerewe canke ivyiyumviro bishasha –** Mbega amabwirizwa yinyegeje inyuma y'ivugabutumwa ry'ubucuti mu mirwi rishobora kugora bamwe mubagize imirwi kuryakira ?
- **E. Aho gukorera –** Tuvuge ko imirwi ikura kandi ivyara iyindi, iyo mirwi mishasha izokoranira he **?**
- **F. Uburongozi –** Mbega kuronka abarongozi bw'imirwi bizokworohera mw'ishnegero ryawe ? Bazokenera amamenyerezwa ? Hari uwushaka kandi ashoboye kuba umumenyereza w'abayobozi b'imirwi, akemera kandi arahura nabo nibura rimwe mu kwezi, birtyo agakomeza amamenyerezwa no kubatera umwete ?

II. **Kwitegura mu ngiro- Abarongozi b'ishengero bategerezwa kwitaho izi ntambwe mu gukoresha imirwi.**

- A. **Intambwe ya 1 – Tegura intumbero y'igikorwa irimwo n'imirwi**
- B. **Intambwe ya 2. – Tangura kubwira ishengero ryose iyo ntumbero**
- C. **Intambwe ya 3 – Toranya abarongozi unabamenyereze**
- D. **Intambwe ya 4 – Tangura iyindi mirwi ahandi hantu**
- E. **Intambwe ya 5 – Gira igenzura rihoraho no guhindura ibikenewe mu mirwi**

Ukurikije inyungu zose z'imirwi mu gukorana, mu kwigisha mw'ivugabutumwa n'uburongozi mw'iterambere, ni kuki kira shengero ryose ridakoresha imirwi y'ahantu **?**
Reka twemere kw'ishengero ryawe ryatanguye gukoresha imirwi
Ni gute wirinda ibintu vyo kurushanywa mw'ivugabutumwa no kwigisha n'ayandi mashengero yari asanzwe mwigisha bimwe mu murwi ?
Kuki ari vyiza kugira umumenyereza w'abarongozi biyindi mirwi ?
Ni ikihe gikorwa n'irindi banga ryiwe ?
Kuki ari itegeko gutanguza umurwi w'uburongozi ku bayobozi b'imirwi imbere yuko imirwi itangura?
Ni izihe nyungu z'uko uburongozi bw'ishengero bugira uruhara muri iyo mirwi y'uburongozi ?
Ni iyihe ntumbero nkuru yo gukoresha imirwi mu mibereho y'ishengero risanzwe ?

**INTEGURO Y'IBIKORWA**
Iyumvire kw'ishengero wita kwari ishengero ry'iwanyu. Ni iyhe ntumbero y'ishengero ? Intumbero yaryoi ni iyihe ? Rishobora gukoresha uburyo bw'imirwi ngo bibafashe gushika ku ntumbero izihe ?
Muri iryo shengero n'izihe ngorane canke ibibazo vyokwandika nimba hakoreshejwe imigwi ?
Tegura imigambi migufi yanditwse yo gukoresha imirwi mw'ishengero ( canke ishengero iryo ari ryo ryose wiyumvamwo )
Iyo migambi uzoyishira mu ngiro gute ?
Iyumvire ku mashengero uzi yo kwungura ivyiyumviro mu migambi y'imirwi. Woyafasha gute ukoresheje imirwi mu guteza imbere ishengero, kuyikomeza no kuyifasha kugera ku ntumbero yayo.
Uripfuza gufasha gutanguza imigambi y'imirwi mw'ishengero ?
Vyibaze neza hanyuma usenge .

## IMIRWI – Urutonde rwo kumenyereza 13 -- Kugenzura imirwi: Kwitaho no guhuza abarongozi b'imirwi.

| |
|---|
| Mugire imirwi mitoya mw'ishure kubibazo bikurikira hepfo bifashishije ivya Petero, Sandara na Mikaheri nk'ibiriho |

Mu myaka itatu iheze, umurwi w'Abamisiyoneri batatu ( Petero, Sandara na Mikaheri ) bariko barakorera mu gisagara kibamwo abantu nka 35.000. Umuntu wese wo muri bo yari yaratanguje imirwi myinshi kandiumwe umwe muri iyo mirwi yavyaye iyindi mirwi. Iyo umuntu aravye reroigitigiri c'abantu bakizwa n'igitigiri c'imigwi yategerezwa kunezerezwa n'uko igikorxa kigendz gitera imbere cane.
Uko vyari biri kwose nkuko imirwi yakura ikavyara Petero, Sandara na Mikaheri baja baracanganyikirwa ntibatahura ingene igikorwa kigenda gitera imbere. Umuntu wese muri bo yari afise ibibazo n'ingorane zitamworoheye zo kugerageza gutegura abarongozi bashasha kandi nta muntu numwe bari bafise bashobora kugisha inama. Kandi hari ibikorwa vyinshi kugeza aho ata washobora kuraba uwundi, bikaboneka ko umuntu wese yari asamariye mu bikorwa vyiwe. Igihe Petero, Sandara na Mikaheri batanguza igikorwa mu gisagara Petero yari afise iyerekwa ryo gutanguza amashengero menshi akoresheje imirwi. Hanyuma yivyo umuntu wese yatwaye mu mirwi yiwe nta muntu numwe yasubiye kwiyumvira kuri ico ukundi.
Ico Petero, Sandara na Mikaheri batamenye n'uko imirwi myinshi mishasha yari yaratanguye kugira ingorane zikeneye inama z'abarongozi babizi bashobora gufasha ariko nta numwe yabasavye kumufasha. Imirwi ibiri miri iyo yategura kuja gukora ivugabutumwa ahantu hamwe kandi hari hakiri igice kinine c'igisagara casigaye kwigisha ivya Kristo.
Ivyo vyashimishije Petero ko imirwi ikomeje gukura ariko kandi yumva ko bakora ibirenze kuvyo bashobora kubona uko bakorera hamwe. Ico Petero atamenye n'uko muri iyo nteguro atamenye ko hari ikibazo co kuyobora cari kibuze muri iki gikorwa co mu murwi. Hari hakenewe umuntu agenzura imirwi kugira ngo ayihe urutonde kandi ahuze ibikorwa vyayo kugira ngo bashitse ubutumwa hose mu gisagara.
Ni ibiki bigize ubugenzuzi bishobora gukenerwa : guhuza ibikorwa, kuyobora, gukorera mu muco, canke kuba inyankamugayo ?
Ni ibiki muri ibi bikurikira mu nzego z'ubugenzuzi biboneka ko bikenewe cane : Ibibazo mu murwi, gukura kw'umuntu mu buryo bw'impwemu, gutegurz no kumurika, ubumenyi bwo mu gikorwa, gutera umwete no gusenga ? Mbega muri ibi haba hakenewe umugenzuzi ?

I. **Gukurikirana ibikorwa mu mirwi.**
**A.** Ni iyihe mvo zikenera ubugenzuzi ? Inyishu **: (1) ihuzwa** ry'igikorwa, (2) **kurongorwa** mu ngorane no mu bibazo, (3) **kwerekana** ivyakozwe n'abarongozi b'imirwi, na (4) **no kuba inyankamugayo** mw'ijambo ry'Imana

**A. Uburyo bwa 1 : Imirwi itangura ishengero risanzwe**

Muri ubu buryo, umurwi umwe canke myinshi irakura ikanavyara kugeza igihe ikora ishengero risanzwe. Kubw’ivyo urwego rw’ubugenzuzi bw’ibikorwa no gufasha abarongozi guhuza inkomezi zo gutangura ishnegero rishasha.

**B. Uburyo bwa 2. Ishengero ryari risanzwe ritangura gukoresha imirwi mitoya**
Ishengero ryari risanzwe rishobora gutangura gukoresha uburyo bwo gutanguza imirwi mitoya kwigisha, kuvuga ubutumwa bwiza, guhindura abantu abigishwa. Mu bisanzwe, inzego z’ubugenzuzi zisunga amashengero asanzwe kugira ngo akore ibanga ryo guhuza ibikorwa no gukurikirana.

**C. Uburyo bwa 3. Imirwi itanguza ishengero rigizwe n’imirwi**
Ishengero n’imirwi ubwaryo, kandi ibikorwa vy’ishengero vyose bikorerwa mu mirwi, harimwo no kubatiza n’isangira ryera. Imirwi igira igihe co guhurira hamwe mw’ikoraniro ryitwa iryo “ kwiyiriza”. Ico aba ari gihe co gutera umwete, kwagukirwa, gutazira, no kwigishwa. Imirwi itanu itanu igira umuhuzabikorwa, kandi hakaba ubugenzuzi kubahuzabikorwa batanu.

**D. Uburyo bwa 4 . Imirwi myinshi irakura, ikavyara kandi ikagaburira amashengero asanzwe y’ahantu.**
Imirwi ishobora kwubaka no gukomeza amashengero yari ahasanzwe, nayo akazogira uko atangura ayandi mashengero mashasha. Imirwi itanguzwa idashingiye ku mashengero asanzwe. Muri ico gihe, umwe mubarongozi b’imirwi ashobora kuba umuhuzabikorwa, kugira ngo ahe urutonde rw’ibikorwa vy’imirwi vyo gukuza amashengero yo muri ako karere.

**Ni izihe nkomezi n’intege nke z’uburyo ubwo aribwo bwose muri ubu bw’ibikorwa vy’imirwi ?**
Ushatse guhitamwo muri ubu buryo ngo ubukoreshe mw’ishengero ryawe, wohitamwo ubuhe kandi kuki ?
Sobanura imvo hokenerwa izindi nzego z’ubugenzuzi mu gihe hokoreshwa imirwi mitoya. Kuki tutoreka imirwi igakora ivyo ishatse ?
Ni izihe nyungu zo kugira inzego z’ubugenzuzi ziriho ?
Mu majambo yawe, vuga muri makeya ibikorwa vy’ubutegetsi bitegerezwa kubaho mu bikorwa bigitangura vy’imirwi. Nimba ubu uri mu gikorwa co gukoresha imirwi hakaba ata muntu araboneka wo kuba umuhuza bikorwa, ni nde wosaba kuba umuhuzabikorwa ?
Mbega azoshobora gukora ico gikorwa rimwe mu gihe kizoza ?
Mbega birashoboka ko abahuzabikorwa canke abagenzuzi babandanya kuba abarongozi b’imirwi ?

**Integuro y’ibikorwa**
Tegura umugambi wiyoroheje w’inzego z’ubugenzuzi uberanye n’ibikorwa vyawe ubwawe vy’imirwi. Iyumvire amazina ashobora guha abo twita abahuzabikorwa n’abagenzuzi. Nubwo ubu woba ufise imirwi mikeya gusa, ni nde yokora ibanga ry’umuhuzabikorwa muri iyo mirwi ? Uko mpwemu yera abandanya gukora mu mirwi igakura kandi ikavyara ayandi, uzotoranya gute abashobora kuba abahuzabikorwa n’abagenzuzi**.**
Bazova he, kandi bazoba bakeneye ayahe mamenyerezwa canke ubuhinga asanganywe kuva kera kugira ngo bategurirwe ivyo bikorwa. Ni izihe nzego z’ubugenzuzi ukeneye kugira ngo zibunabungekandi ziteze imbere imigenzo Imana ikeneye ko ibaho bw(igikorwa mwahisemwo gukoresha ? Shushanya mu mugambi wawe igishushanyo c’uburyo mukoresha n’uburyo inzego z’ubugenzuzi mwishizemwo zihuje n’ubwo buryo.
Iyibutse urutonde rw’ubugenzuzi hamwe n’umumenyereza canke n’umwigisha wawe w’iki cigwa.

## Kuvuga ubutumwa – Urutonde rwo kumenyereza 1
## -- Kuvuga ubutumwa muri Bibiliya 1 –Gusobanukirwa ubutumwa.

Ni uwuhe mugambi rusangi w'ubutumwa bwa Bibiliya. Iyo wigisha canke uvuga ubutumwa, uba wipfuza ko abakwumva bahindura iki mu bugingo bwabo ?
Ni ibihe bintu bitatu bituma integuro zishikirwa canke ntizishikirwe ?
Inyishu : (1) ubutumwa, (2) ababwumva (3) uwubuvuga

I. **Kwiga Bibiliya yivugira – Urufatiro rukomeye**
Ni ubuhe buryo bwiza bwo kumenya ko twatanze ubutumwa buvuye ku Mana atari ubutumwa bwacu bwite ?

II. **Iciyumviro gikuru c'ubutumwa.**
Umugabutumwa mwiza ashingira ubutumwa bwiwe kuki ?
Mu butumwa ni iki ca hafi canke ca kure gitegerezwa gushigikira iciyumviro nyamukuru ?

A. **Erekana iciyumviro gikuru**
Ni vyiza kuvuga ingingo y'urufatiro rw'ubutumwa burimwo ibintu bibiri : Umutwe n'insobanuro.
Umutwe w'ubutumwa bisobanura iki ?
Insobanuro y'ubutumwa bisobanura iki ?

Manika iki cegeranyo kukibaho maze usabe abamenyerezwa kwuzuza utuzu twose.

| Iigice | Umutwe | Insobanuro | Iciyumviro nyamukuru |
|---|---|---|---|
| Yohana 3 : 17 | | | |
| Zaburi 23 :1 | | | |
| Zaburi 67 :1 | | | |
| Abaroma 5 : 8 | | | |

B. **Emeza umugambi w'ubutumwa**
Nimba wamaze guhitamwo igikorwa wizera ko Imana ishaka ko kiva mu butumwa, aho wamaze gutoranya……….Inyishu. Umugambi w'ubutumwa.

III. **Ibice bigize ubutumwa**
A. **Intangamarara**
Ni izihe ntumbero zitatu z'intangamarara y'ubutumwa ? Inyishu. Gukebura abakwumva, kumenyesha umutwe n'ivyo abantu abakeneye.
B. **Umutumba.**
Umutumba w'ubutumwa ni iki ? Ibiri mu butumwa. Umutima w'ubutumwa utegerezwa kuva mw'…………….kuki ? Inyishu. Ijambo.
**C. Impfunyapfunyo.**
Incamake y'ubutumwa imara iki ? Inyishu. Incamake no guhamagarira abantu kugira ivyo biyemeza. Ni ibihe bice bigize impfunyapfunyo ?
Inyishu. Incamake, ibigereranyo canke ivyavuzwe n'abantu bituma twegeranya ingingo nkuru, ikibazo, isengesho, n'intumbero canke guhamagarira abantu igikorwa.
D.**Ibigereranyo.**

Gukoresha ibigereranyo biba bifise umugambi ki ? Inyishu. Gutuma iciyumviro cumvikana canke kukigumamwo.
Mbega ikigereranyo cose ciza giterezwa gukoreshwa igihe cose ? Kuki ?

1. **Ibigereranyo vyo muri Bibiliya (Fil 2:19-30, Luka 15:11-32)**
   Ni utuhe tororero Yesu yakoresheje ?
   Hobaho ubuhe bwoko bw'ibigereranyo vyo muri Bibiliya ?
2. **Ubwoko bw'ibigereranyo bitari ivya Bibiliya**
   Ni ubuhe bwoko bw'ibigereranyo bitari ivya Bibiliya ? bibaho ?
   Inyishu. Ivyabaye vyavuba, ivyabaye mw'isi, ivyo tubona mu bidukikije, ivyatubayeko, canke ubuzima bwo ku musi ku mus**i.**
3. **Ivyigwa vyo kwigwa (Mat 121:19-21, Yohana 4:7-15, 1 Pet 2:2, Yohana 8:12, Yohana 10:1-10)**
   Ni ikihe cigwa woba warumvise, warasomye, warakoresheje ?

**IV. Ubwoko bw'ubutumwa**

A. **Ubutumwa bwigisha** – butanga ibishingantahe n'ivyemewe sesangura ubutumwa bwigisha
B. **Ubutumwa bwiyumvirwako** – Bushaka inyishu y'impwemu. Umugambi w'ubutumwa bwiyumvikarwo ni ubuhe ?
C. **Ubutumwa buvuga inkuru** – bwubakiye ku nkuru. Ni hehe hari ubutumwa buvuga inkuru muri Bibiliya ?
D. **Ubutumwa bubaza** – Bwishura ibibazo bikomeye ? Nimba hari ubwo wigeze kwumva ubutubwire.

Buzunguruka canke bw'umurongo – **Ubw'umurongo bugenda ingingo ku yindi, ubuzunguruka bugenda bugaruka ku ngingo nkuru.**
**Ubutumwa bwinshi wagiye wumva bwari ubwo umurongo canke buzunguruka ? Sobanura imvo ugenda ubwita utyo ?**

Iyumvire umwe mu bavugabutumwa beza cane wumvise. Ni ibiki vyaranze kuvuga ubutumwa kwiwe n'ibirimwo vyatumye ubutumwa bwiwe buba bwiza ? Mbega abantu babwakiriye bate ?
Kuki ubutumwa butegerezwa gushingira ku kwiga Bibiliya yivugira.
Ni ibihe bikorwa biba mu kuvuga ubutumwa kwo muri Bibiliya ?
Hoba hari imibereho ituma ivyo bikorwa bishikirwa ?

**INTEGURO Y'IBIKORWA.**
Toranya bumwe mu butumwa bune, maze uko ugenda usoma, wandike urutonde rw'ibigereranyo canke ivyigwa wokwiga vyakoreshejwe. Toranya icumba kimwe co mu nzu yawe, ukizunguruke, urondera mu mpwemu. Witegereze n'ibintu vyoroshe bishobora kugereranywa n'ukuri gukomeye kwo muri Bibiliya.

## KUVUGA UBUTUMWA – Urutonde rwo kumenyereza 2
## -- Kuvuga ubutumwa muri Bibiliya II -- Gutahurwa n'abakwumva

I. **Kuvuga ubutumwa mw'isezerano rishasha**

**A. Kuvuga ubutumwa kwa Yesu**.
Kuvuga ubutumwa kwa Yesu kwotandukana gute mu gihe yaba ari hamwe n'abafarizayo n'igihe yaba ari kumwe n'abigishwa ?
**Mat.13 : 10-15** hatubwira iki ku buryo Yesu yahuza ubutumwa bwiwe n'abamwumva ?

**B. Kuvuga ubutumwa kwa Petero**
Gereranya Ivyak. 2 : 17-21 na Ivyak. 10 : 34-35**. Ni gute ubutumwa bwa Petero ku Bayuda butandukanye n'ubutumwa bwiwe ku banyamahana ?**

**C. Kuvuga ubutumwa kwa Paulo**
Ni gute ubutumwa bwa Paulo ku Bayuda batizera butandukanye n'ubutumwa bwiwe ku batizera b'abanyamahanga nkuko vyerekanwa mu cegeranyo 2 .1 ? Kuki none ?

Icegeranyo 2.1 Amabwirizwa ya Paulo

| **Igice c'ivyanditswe** | **Abamwumva** | **Intangamarara** | **Ubutumwa** |
|---|---|---|---|
| **Ivyak.13 :16-44** | **Abayuda batizera bo muri Pisidiya ya Antiyokiya** | **Amabwirizwa yakera n'ibivugwa mw'isezerano rya kera** | **Bakeneye kwihana** |
| **Ivyak.17 :22-31** | Abanyamahanga batizera ba Atenayi | Ibicaniro vy'ahantu | Kuba hose kw'IMANA |
| **Ivyak.20 :18-35** | Abakuru b'ishengero bo muri Efeso I Mileto | Ubuzima bwa Paulo nk'umufarisayo arenganya ishengero | Ivyo Paulo yipfuza Ibango ryabo ku mukuru |
| **Ivyak.22 : -21** | Abayuda batizera b'I Yerusalemu | Paulo n'inyifato yiwe nk'umukoresha | Kwihana kwa Paulo kwatera kubabarira muri Kristo |

**II. Urugero rw'abantu utumbereye bakwumva.**

A. Ni ibiki bimwe bikomeye mu biranga abakwumva ?Inyishu. Imyaka, urwego rw'impwemu, amashuri bize, inyungu, amoko , idini, uko umuryango umeze, akazi n'uburinganire.

Mu mirwi mitoyi, musobanure abumva mu mirwi yanyu mu mashengero mukirikije ibiranga abumva biri hepfo. Hanyuma ubasabe baganire kubikenewe mu bumva.

B. **Ivyo abumva bakeneye – 1 Kor.3 : 2**

Ni iyihe mirongo yo muri Bibiliya itugaragariza neza ubukene bw'abumva. ,
Ni iyihe mirongo imwe itanga inyishu ku bantu baranze ?
Ni iyihe mirongo yishura ku bukene bw'abatizera ?

**III. Gufasha abakwumva gutahura**

Kuki dutegrezwa kuvuga ubutumwa ?
Kuki tutabaha Bibiliya bisomere ubwabo ?
Uriyumvira ko Paulo yatoye umuti w'ibibazo gute c'ibigirwamana mu Ivyak. 17 : 16-34 ? Wewe wari gutanga ubwo butumwa gute mu gihe nk'ico ?
Ni ubuhe buryo bwiza bwo " kugabura indya zuzuye " ku bantu bavangavanze ?
Ni ibiki wiyumvira ko ari " amagufa " kandi n'ibiki wiyumvira ko ari " amata".

**INTEGURO Y'IBIKORWA**

Ongera usome urutonde rw'ibiranga abakwumva, maze urabe n'umurwi urimwo gukorera. Andika urufatiro rw'incamake ku ngingo iyo ari yo yose uko ubona ifitaniye isano n'umurwi wawe. Hari ibindi biranga abakwumva wumva ushaka kwongera k'urutonde ? Ni ibiki bindi woba ushaka kumenya kuri bo kugira ngo kuvuga ubutumwa kwawe kwishure koko ubukene bwabo ?
Inyuma usuzume ubutumwa woba waratanze kera canke witegura gutanga vuba. Mbega bukwiranye n'uwuhe murwi ? Kuki canke kuki atari vyo?
Wobisubiramwo gute kugira barushirezeho kugira kwumva, bishimisha kandi bwoshirwa mu bikorwa ?

## KUVUGA UBUTUMWA – Urutonde rwo kumenyereza 3
## -- Kuvuga ubutumwa muri Bibiliya III. Kwitahura Ubwawe

Ni uburyo ki uwuvuga agira uruhara mu kwakirwa kw'ubutumwa
I. Ivyerekeye Impwemu
A. **Ba wewe ubwawe**
Wobwirwa n'iki ko utakiri wewe ubwawe ?
Ubona inyishu Imana yahaye Mose mu kuva 4 : 10-12 yogufasha ?
**B. Itondere uburyo ugendana n'Imana**
**Ni gute wokwifashisha ku 1Tim.4 : 16 mu kuvuga ubutumwa kwawe ?**
**Ni iki twogira kuri Ivyak. 4: 13**
II. **Ivyerekeye akarangamutima**
A. **Ubwoba bwo kuvugira mu bantu benshi**

| |
|---|
| Mu mirwi mitoya, muganire kuri iyi nyigisho n'ibibazo bikurikira ( iminuta 15 ) |

Yohana agira ubwoba cane bwo kuvugira imbere y'umugwi. Imbere y'uko atangura kuvuga agira ukuyugumirwa. Yamara umwanya muto avuga iminwa yiwe ikuma n'ibiganza vyiwe bikazamwo ivyuya. Bamubwira ko inyuma y'igihe azobishobora. Ariko rero n'ubu ntaco
Ariyungura n'ubwo amaze kuvuga ubutumwa incuro nyinshi.
Ubwoba bwa Yohana bwoba buterwa n'iki ?
Ni ibiki wohanura Yohana vyagabanya ubwoba bwiwe ?
Yokora iki kugira ngo agabanye akayaga kabi ubwoba bwiwe bumuteza ?
B. **Ubwibone ( 1Tim. 3:6 )**
Ni akahe kaga gashobora gutezwa n'umuvugabutumwa afise ubwibone ?
Ubwibone bwigaragaza bute mu muvugabutumwa ?
III. **Ivyerekeye umubiri**
A. **Ijwi –** (1) Uko ringana (2) uko rimeze(3)uko amajambo asohoka (4)umuvuduko (5) rihuje n'imibereho y'icumba.
Ni ibihe muri ibi biranga ijwi bikunda kukunanira ? Bikomeye cane ?
B. **Igihagararo**-(1) inyambaro (2) uko wifashe (3) uko ubwira abantu
Ni ibihe muri ibi biranga igihagararo bikunda kukunanira ? Bikomeye cane ?
C. **Gusoma wisobanurira**

Banza utahure igice. Raba umugambi waco. Fata ivyiyumviro vy'inkuru canke ivyo umwanditsi. Nkuko hari umumenyereza wawe ubwawe uvuga ngo iyumvire umugabutumwa ahambaye woba « warumvise » Tanga amanota kuri uwo muntu ukurikije ko ahambaye, mwiza, agereageza ntakigenda mukirikije ijwi, igihagararo. Hoba hakiri ibihe birabana n'ijwi canke igihagararo kuri wa muvugabutumwa akwiriye arivyo bimutera umwete ? Kuki vyari bikwiriye canke bidakwiriye ?

**INTEGURO Y'IBIKORWA.**
Bwira mugenzi wawe afate akuma amajwi ( canke video nimba uyifise ) afate ijwi ryawe mu gihe utanga ubutumwa. Isuzume uko wakoresheje ijwi ukurikije ibipimo vyatanzwe muri iki cigwa. Nimba ufise akuma gafata amajwi usabe mugnezi wawe akurikire n'ivyo bindi maze mubisuzume.

## UMURYANGO – Urutonde rwo kumenyereza 3 -- Gukorera mu muryango: Ikiganiro

| |
|---|
| Uturorero twatanzwe hano dutumbereye gusa gutanguza ibiganiro vyrekeye kuzigama uturorero hagati y'igikorwa co gushinga amashengero n'urugo n'umuryango. Ushatse wokoresha uturorero twawe bwite n'ibibazo vyo kuganirako, ariko urabe nez ako bitumbereza k'uburongozi bw'ubukozi, gutorera umuti ingorane, gufata ivyemezi bikwiye, uburyo bwiza bwokwereka uwo mwubakanye urukundo, kwakira inkomezi n'intege nke z'uwo mwubakanye n'ibinsi. Tegura iki cigwa neza usoma ibi bikino vyose n'ibibazo hanyuma ukoreshe igihe cawe ukurikije uko abo umenyereza babikeneye. Ibikino n'ibibazo |

vyatanzwe bishobora kuba bitaberanye n'ibihe urimwo. Nimba ariko bimeze, tegura uturorero twawe bwite n'ibibazo.

Mwigabangemwo imirwi mitoya mw'itanguriro ry'icigwa. Umurwi umwe umwe ufate igikino kimwe gusa. Mukw'iyomvo amabwirizwa ya Bibiliya ashobora kuba yakoreshejwe muri ivyo bihe ?
Inyuma yo kuva mu mirwi mitoya, saba umuntu wese kugaruka mu murwi ukwiye maze umurwi mutoya uvuge ivyo wabonye.

**I. Igikino ca mbere – Yakobo na Luka**
Kubera uburemere bw'urugendo rwa Gariyamoshi, Yakobo yaryamye ubutikoma mw'ijoro rya mbere. Kuko yari amaze imisi itanu mu mame,yerezwa, yaranezerewe cane ivyo yize n'ubucuti yagiranye n'abandi. Umuntu wese yaratahuye ivyo arwana navyo kuko yari ntambwe ya mbere yogushinga amashengero. Ibihe vyaba vyo gusenga vyari vyuzuyemwo gutazira no gusubizamwo inkomezi. Mugihe Yakobo yari agiye kuryama, yitegereza uko ibikorwa vyiwe vyo gushinga amashengero, yiyumvamwo amahoro menshi mu mutima no kubaho kw'Imana mu bugingo bwiwe.. Ntiyigeze ateba kuganira ivyo yize n'abagize umurwi wiwe no gutangura kubishira mu ngiro.

Luka we, muri ico gihe Yakobo yagenda yari mw'itiro rynshi, yari ahanganye n'iyindi ngorane yiyongeraz muzo amaze imisi arwana nazo. Kuva Yakobo yagenda, aho yari agiye kuryama n'uwundi mukobwa wabo w'imyaka 8, yumvise asimvye umutima. Abana biwe uko ari batatu bari bamaze imisi ibiri barwaye nawe vyari bimugejeje kw'iherezo ry'inguvu ziwe. Ariko ibicurane cari ikibazo ca nyuma mu bindi vyinshi vyakwirikiranye. Yakobo amaze kugenda, uretse akazi kenshi yasigaranye wenyene, frigo yabo yari yarapfuye, kandi mugisenge c'inzu hari umwenge watuma amazi y'Imana nyinshi yinjira mu rukuta rw'inzu. Kuko bari bamaze amezi makeya gusa bimukiye muri ico gisagara, nta muntu yari afise yabwira canke yokwitabaza. Yari arindirye gusa ko Yakobo agaruka. Uwo niwe yari kumufasha, ariko ikigeretseko yari akeneye n'uwo yabwira ibindi bibazo bimuremeye birimwo kubabaye kure y'abavyeyi be n'incuti ziwe kandi mu buzima bugoye. Bakiramukanya mu muryango bari banezerewe cane kwongera kubonana. Ntabwo Yakobo yatevye kubwira umugore wiwe ivyabaye muri iyo ndwi, ariko kandi hari n'ibibazo vyihutirwa vyari bimurindiriye.

IBIBAZO VYO KWITABWAHO.

1. Ni ibihe Yakobo yipfuza gukora ako kanya ngo atume ibintu birushaho kuba vyiza ?
2. Yakobo yipfuza gukora iki kubibazo yasanze mu nzu
3. Tubwire ivyo wiyumvira Yakobo yashaka ko baganira bamaze kwicara n'umugore wiwe.
4. Ni iyihe mitwaro Luka yari afise ku mutima yari akeneye ko hagira uwo yoyiganira nawe ?
5. Ibikorwa vya Yakobo bimusaba kutaba iwe ibihe vyinshi – rimwe na rimwe akamaro nk'indwi yose. Ni gute yokwirinda uruhurirane rw'ibibazo nk'uru ?
6. Ni gute yofasha umugore wiwe kwiyumvira ko ari umufasha wiwe mu gikorwa ciwe ?
7. Ni gute umuntu afise amashengero yoteganya igihe cihariye co kwita ku bibazo vy'umuryango wiwe ?

**II. URUKINO RWA KABIRI –ANDEREYA na ROBERI.**

Andereya yari yizigiye umuvyeyi akiri muto. Umugabo wiwe yari amaze kuzana kuri Yesu. Yari yizigiye ko Imana imukoresha cane. Mu mezi atandatu ashinze ishengero ryari rimaze gukura rivuye ku bantu bakeyi gusa rigeze ku miryango 15. Bari batewe umwete n'ivyo bikorwa ariko Andereya yari afise ibindi bibazo n'ivyiyumviro bimubangamiye. Yari yarabwiye Roberi ko ashaka kuvugana nawe ariko bakabura umwanya kuko igihe cose yaba ari mu bikorwa vyinshi bakabura igihe co kuganira. Imisi yose yavyuka kare kandi agatahana ananiwe cane. Kuganiriza uwizeye mushasha canke kwigisha icigwa muri rimwe mu mirwi myinshi yakoranira mu babanyi babo. Uretse ibibazo yabuze aho avugira, yari atanguye no

kugira ishari. Ibikorwa vyo gushinga ishengero yari yamaze gutwara urukundo rwose rwa Roberi ku buryo ibikorwa yari yahagaze mu mwanya wiwe. Ivyo yumva atabishaka kubibamwo. Yashaka gushigikira Roberi mu gikorwa ciwe. Ivyo nivyo yari yaritangiye ku Mana no ku mugabo wiwe. Ariko yumva abandanya we nyene. Muri ico gisagara nta shengero ryaiho, mbere kandi nta n'abizera barimwo, ariko hari hamaze kuboneka abagore bahinduka abigishwa ariko ntibashobora kwumva ibango zabo nk'mugore n'umwungere. Yipfuza kuba yogira uruhara mu bikorwa vya Roberi ariko nta wigeze amusaba ko yogira uruhara mu gikorwa. Yashobora gukora iki kugirango Roberi agenze buhoro ibikorwa.vyiwe abone uko bovugana ivyo bibaza vyari vyabaye imitwaro mu mutima wiwe ?

IBIBAZO VYO KWIYUMVIRWAKO

1. Uravye ibiboneka kuri iyi nkuru vyoba bisa naho Roberi yavugana na Andereya ku bibazo vyiwe nk'umugore n'umuvyeyi ?
2. Uriyumvira ko Roberi yafatanya na Andereya mu bikorwa vyo gushinga ishengero ? Mbega hariho ubumwe no gufatanya mu buzima bwabo ?
3. Ni uruhe ruhande Roberi yari yarananiwe kuba umugabo mu rugo rwiwe ?
4. Ni iyihe nama wotanga ishobora gufasha Roberi kurusha kuvugana n'umugore wiwe ?
5. Ni iki wovuga cerekeye kuba " akarorero" ku bantu bubakanye ?
6. Roberi yoba ashira mu bikorwa gute ivyanditswe muri **Efes. 5 : 25 – 26**
7. Ni uburyo ki Roberi yotuma Andereya agira uruhara rukwiriye mu bikorwa ?